REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

REPUBLIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

LOI N°1/04 DU 29 JANVIER 2018 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/01 DU 04 FEVRIER 2008 PORTANT CODE DES MARCHES PUBLICS

IBWIRIZWA INOMERO 1/04 RYO KU WA 29 NZERO 2018 RISUBIRAMWO IBWIRIZWA INOMERO 1/01 RYO KU WA 4 RUHUHUMA 2008 RISHINGA IGITABU C'AMATEGEKO AGENGA AMASOKO YA RETA

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

UMUKURU W'IGIHUGU,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi ;

Vu le Code civil, livre III;

Yihweje Igitabu c'amategeko agenga abantu n'ivyabo, Igitabu ca III ;

Vu la Loi n°1/12 du 18 avril 2006 portant mesures de prévention et de répression de la corruption et des infractions connexes ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 18 Ndamukiza 2006 rishinga ingingo zikinga n'izihasha igiturire n'ivyaha bijanye ;

Vu la Loi n° 1/05 du 22 avril 2009 portant révision du Code pénal du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/05 ryo ku wa 22 Ndamukiza 2009 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha y'Uburundi ;

Vu la Loi n°1/ 22 du 25 juillet 2014 portant réglementation de l'action récursoire et directe de l'Etat et des communes contre leurs mandataires et leurs préposés ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 25 Mukakaro 2014 rishinga ingene Reta canke amakomine bishingisha imanza z'ukwishuza amafaranga yarishwe kubera amakosa yakozwe n'abo Reta yashinze amabanga, abakozi bayo n'ab'amakomine ;

Vu la Loi nº 1/ 33 du 28 novembre 2014 portant revision de la Loi n° 1/02 du 25 janvier 2010 portant organisation de l'administration communale ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/33 ryo ku wa 28 Munyonyo 2014 rihindura Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 25 Nzero 2010 riringaniza ubutegetsi muri komine ;

Vu la Loi n° 1/01 du 16 janvier 2015 portant révision de la loi n° 1/07 du 26 avril 2010 portant Code de Commerce ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 16 Nzero 2015 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 26 Ndamukiza 2010 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ubudandaji ;

Vu la Loi n° 1/16 du 25 mai 2015 portant modalité de transfert de compétences de l'Etat aux communes ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/16 ryo ku wa 26 Rusama 2015 ryerekeye uguha amakomine ububasha bwa Reta bumwebumwe ;

Revu la Loi n° 1/01 du 04 février 2008 portant Code des marchés publics du Burundi ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 04 Ruhuhuma 2008 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

PROMULGUE :

ATANGAJE :

TITRE I : DISPOSITIONS GENERALES

IKIGABANE CA MBERE: INGINGO NGENDERWAKO

CHAPITRE I : DE L'OBJET, DU CHAMP D'APPLICATION, DES DEFINITIONS ET DES SEUILS

IGICE CA MBERE: INTUMBERO, IVYO IRI BWIRIZWA RYEREKEYE, INSIGURO Y'AMAJAMBO N'URUGERO NTARENGWA RUFATIRWAKO RW'AMAFARANGA ISOKO RITWARA

Section 1 : De l'objet et du champ d'application

Agace ka 1: Intumbero y'iri bwirizwa n'ivyo ryerekeye

Article 1 : De l'objet

Ingingo ya mbere: Intumbero

La présente loi porte Code des marchés publics. Elle fixe les règles régissant la passation, l'exécution, le contrôle, la régulation des marchés publics et la délégation des services publics.

Iri bwirizwa ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta. Rishinga amategeko agenga ugutanga, ugushira mu ngiro, ugusuzuma, ugucungera amasoko ya Reta n'uburyo ibikorwa vyega Reta bishobora gutumwa abandi.

Article 2 : Du champ d'application

Ingingo ya 2: Ivyo iri bwirizwa ryerekeye

Les dispositions de la présente loi sont applicables aux procédures de passation, d'exécution, de contrôle et de régulation de tous les marchés publics de travaux, de fournitures, de services et de prestations intellectuelles passés par les Autorités contractantes désignées en son article 3 ci-dessous.

Ingingo z'iri bwirizwa zigenga ibikurikizwa mu gutanga, gushira mu ngiro, gusuzuma no gucungera amasoko yose ya Reta yerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka, ubuzi n'ibikorwa mvabwenge atangwa n'Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zigenwa hisunzwe ingingo yaryo ya 3.

Elles fixent également les règles régissant la passation et le contrôle des conventions de délégation de service public, telles que définies par les dispositions des articles 231 à 238 de la présente loi.

Zirashinga kandi amategeko agenga ukugira amasezerano y'ugutuma abandi kurangura ibikorwa vyega Reta n'ukuyasuzuma nk'uko bitomowe mu bitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 231 gushika ku ya 238 z'iri bwirizwa.

Article 3 : Des Autorités contractantes

Ingingo ya 3: Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano

Les dispositions de la présente loi s'appliquent aux marchés passés par :

Ingingo z'iri bwirizwa zikurikizwa ku masoko atanzwe na :

1- Les personnes morales de droit public.

1. Amashirahamwe ya Reta.

a) L'Etat, les collectivités territoriales décentralisées ;

a) Reta, inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu ;

b) Les établissements publics, les administrations personnalisées, les sociétés publiques, les autres organisations, agences ou offices, créés par l'Etat ou les collectivités territoriales décentralisées pour satisfaire les besoins d'intérêt général, dotés ou non de la personnalité morale, dont l'activité est financée majoritairement par l'Etat ou une collectivité.

b) Ibigo vya Reta, ibisata vya Reta vyitunganiriza vyonyene ivyerekeye intwaro n'ikigega, amashirahamwe ya Reta, ayandi mashirahamwe, ibisata canke ibigo vyashinzwe na Reta canke inzego z'intwaro z'intango zegerejwe abanyagihugu mu ntumbero yo kurangura ibikenewe ku neza ya bose, vyaba vyiserukira canke bitiserukira imbere y'amategeko, bikaba ahanini bikoresha amafaranga bihabwa na Reta canke n'urwego rw'intwaro rw'intango.

2. Les personnes morales de droit privé.

2. Amashirahamwe y'abikorera utwabo.

Les dispositions de la présente loi s'appliquent :

Ingingo z'iri bwirizwa zikurikizwa :

a) aux marchés passés par les personnes morales de droit privé agissant pour le compte de l'Etat, d'une collectivité territoriale décentralisée, d'une personne morale de droit public, d'un établissement public, d'une société de droit public et de toute société à participation financière publique majoritaire, ou d'une association formée par une ou plusieurs personnes morales de droit public ;

a) Ku masoko atangwa n'amashirahamwe y'abikorera utwabo, kw'izina rya Reta, urwego rw'intwaro rw'intango rwegerejwe abanyagihugu, ishirahamwe rya Reta, ikigo ca Reta, ishirahamwe rya Reta no kw'izina ry'ishirahamwe ryose Reta ifisemwo umutahe munini canke ishirahamwe rigizwe n'ishirahamwe rimwe canke menshi ya Reta ;

b) aux marchés passés par les personnes morales de droit privé, ou des sociétés mixtes à participation privée majoritaire, lorsque ces marchés bénéficient du concours financier ou de la garantie de l'Etat, ou des personnes morales de droit public mentionnées au point 1 ci-dessus.

3. Les personnes morales bénéficiaires de droits spéciaux ou exclusifs.

Article 4 : Des marchés à financement extérieur

Les marchés passés en application des accords de financement ou desTraités sont soumis aux dispositions de la présente loi, dans la mesure où elles ne sont pas contraires aux dispositions de ces Accords et Traités.

Le contrôle *a priori* par la Direction nationale de contrôle des marchés publics est fait sur base des montants hors taxes, égaux ou supérieurs aux seuils fixés par voie réglementaire.

Section 2 : Des définitions

Article 5 : Définitions

Au sens de la présente loi, on entend par :

Affermage : L'acte par lequel l'autorité délégante confie au délégataire la gestion et l'entretien d'un service public, moyennant une redevance annuelle qu'il lui verse. Le délégataire agit pour son propre compte et à ses risques et périls.

b) Ku masoko atangwa n'amashirahamwe y'abikorera utwabo canke amashirahamwe Reta yasukiranije imitahe n'abikorera utwabo bakaba ari bo bafisemwo umutahe munini, mu gihe ayo masoko ashirwamwo imfashanyo y'amafaranga ya Reta canke yishingwa na Reta, canke bigizwe n'amashirahamwe ya Reta avugwa mu karongo ka 1 k'iyi ngingo.

3. Amashirahamwe yahawe uburenganzira budasanzwe canke yiharije.

Ingingo ya 4: Amasoko akoresha amafaranga ava hanze

Amasoko atangwa mu gushira mu ngiro Amasezerano y'ugutanga amafaranga canke Amasezerano mpuzamakungu ategerezwa kwisunga ibitegekanijwe muri iri bwirizwa, mu gihe bidateye kubiri n'ibitegekanijwe muri ayo Masezerano.

Isuzuma ry'ibikurikizwa mu gutanga isoko rigirwa isoko ritaratangwa rigirwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu rikorwa hisunzwe ibitigiri vy'amafaranga hatarimwo amatagisi, bingana canke bisumba ingero ntarengwa zifatirwako z'amafaranga amasoko atwara zashinzwe biciye mw'itegeko.

Agace ka 2: Insiguro y'amajambo

Ingingo ya 5: Insiguro y'amajambo

Muri iri bwirizwa, aya majambo asigura :

Ugukotesha amatungo ya Reta: ni amasezerano Urwego ruhagararira Reta rugira mu guha umuntu uburenganzira bw'ugutunganya n'ukubungabunga igikorwa cega Reta, ari uko aja arariha amafaranga ku mwaka ku mwaka. Uwahawe uburenganzira bw'ukurangura igikorwa cega Reta agikora ku giti ciwe kandi yimenya muri vyose.

Allotissement : décomposition d'un marché en plusieurs lots pour des raisons économiques, financières ou techniques. Chaque lot est une unité autonome qui est attribuée séparément;

Ukugabura isoko mu mice: ni ukugabura isoko mu mice myinshi ku mvo zijanye n'ubutunzi, amafaranga canke izijanye n'ubuhinga. Umuce umwumwe wose urigenga kandi utangwa ukwawo;

Appel d'offres : procédure à l'issue de laquelle l'Autorité choisit l'offre conforme aux spécifications techniques et administratives et évaluée de moins-disant, et dont le soumissionnaire satisfait aux critères de qualification. Cette procédure se conclut sans négociation, sur base de critères objectifs d'évaluation préalablement portés à la connaissance des candidats dans le dossier d'appel d'offres et exprimés en termes monétaires;

Itangazo rihamagarira guhiganira amasoko: ni igikorwa gisozerwa n'uko Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruhisemwo idosiye y'ivyiyemejwe n'uwuhiganira isoko, ikwije ibiranga ubuhinga hamwe n'ibisabwa n'amategeko, kandi rwasanze ari vyo bizimbutse ku bindi kandi nyene guhiganira isoko akaba akwije ibisabwa kugira atorwe. Ico gikorwa kigirwa ata mikebukano ibaye, hisunzwe ibifatirwako bitomoye biba vyabanje kumenyeshwa abipfuza guhiganira isoko mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa kandi biharuwe mu mafaranga ;

Attributaire du marché : soumissionnaire dont l'offre a été retenue et soumise pour approbation à l'autorité budgétaire compétente ;

Uwatsindiye isoko: ni uwuhiganira isoko idosiye y'ivyo yiyemeje yatowe igashikirizwa Urwego rutanga amafaranga rubifitiye ububasha kugira ruyemeze ;

Auditeur indépendant : cabinet de premier plan et de réputation professionnelle reconnue, recruté par l'Autorité de régulation des marchés publics et responsable de l'audit annuel des marchés publics et délégations de service public ;

Umusuzumyi yigenga: ni ibiro vy'abasuzuma bikomeye kandi bisanzwe bizwi ko bikora neza uwo mwuga, bishingwa ico gikorwa n'Urwego rucungera ivyerekeye amasoko ya Reta, bigasabwa gusuzuma ku mwaka ku mwaka amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa vyega Reta bishobora gutumwa abandi ;

Autorité contractante : personnes visées à l'article 3 de la présente loi. L'Autorité contractante est aussi dénommée « maître d'ouvrage » ;

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano: ni abantu bavugwa mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa. Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwitwa kandi «Nyene igikorwa» ;

Autorité de régulation des marchés publics : Autorité administrative indépendante en charge de la régulation des marchés publics ;

Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta: ni Urwego rw'intwaro rwigenga rushinzwe gucungera amasoko ya Reta ;

Avenant : acte contractuel modifiant le marché de base pour l'adapter à des événements survenus après sa signature ;

Amasezerano yunganira ay'ubwa mbere: ni urwandiko rw'amasezerano ruhindura amasezerano yerekeye isoko ryatanzwe kugira aroranishwe n'ivyashitse amaze gushirwako umukono ;

Cahier des charges : document établi par l'Autorité contractante et qui définit les exigences requises, les méthodes à utiliser et les moyens à mettre en œuvre pour un marché donné, ainsi que les résultats escomptés ;

Urwandiko rw'ibitegerejwe gukorwa: ni urwandiko rutegurwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rugatomora ibitegerejwe gukurikizwa ubuhinga n'uburyo bikoreshwa mu gushira mu ngira isoko kanaka, hamwe n'ivyitezwe gushikwako ;

Candidat : personne physique ou morale qui manifeste un intérêt à participer ou qui est identifiée par une Autorité contractante pour participer à une procédure de passation de marchés ;

Uwipfuza guhiganira isoko: ni umuntu canke ishirahamwe agaragaza ko yipfuza kuja mw'ihiganwa canke yatowe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano kugira aje mw'ihiganwa ry'ugutanga isoko ;

Cellule de gestion des marchés publics : entité chargée au sein de l'Autorité contractante de la conduite de l'ensemble de la procédure de passations des marchés publics et des délégations de service publics et du suivi de leur exécution ;

Umugwi ujejwe gutunganya amasoko ya Reta: ni umugwi wo mu Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ushinzwe kurongora ibikorwa vyose vyerekeye ugutanga amasoko n'ivyerekeye ugushinga abandi ibikorwa vyega Retahamwe no gukurikirana ishirwa mu ngiro ryavyo ;

Co-contractant de l'administration : toute personne physique ou morale partie au contrat, en charge de l'exécution des prestations prévue dans le marché, ainsi que son ou ses représentant (s), personnel (s), successeur (s) et/ou mandataire (s) dûment désigné (s) ;

Uwugiranira amasezerano n'uwuhagararira Reta: ni umuntu wese canke ishirahamwe ryose agiranira amasezerano n'uwuhagararira Reta, ajejwe gushira mu ngiro ibikorwa bigize isoko, hamwe n'uwumuserukira canke abamuserukira, abakozi biwe, abasigwa biwe canke intumwa ziwe bagenwa uko bitegerejwe ;

Commission disciplinaire : instance établie auprès de l'Autorité de régulation des marchés publics chargée de prononcer des sanctions à l'encontre des soumissionnaires, candidats ou titulaires de marchés publics ou de délégations de service public en cas de violation de la législation applicable à la passation et exécution des marchés publics et délégation de service public ;

Umugwi ujejwe gufata ibihano: niumugwi wo mu Rwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta ushinzwe gufatira ibihano abahiganira amasoko ya Reta canke ibikorwa vyega Reta bishobora gutumwa abandi, abipfuza guhiganira ayo masoko canke abayatsindiye mu gihe barenze ku mategeko akurikizwa mw'itangwa n'ishirwa mu ngiro ry'amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa vyega Reta bishobora gutumwa abandi ;

Commission de règlement des différends : instance établie auprès de l'Autorité de régulation des marchés publics chargée de statuer sur les recours relatifs à la passation des marchés publics et délégations de service public ;

Umugwi ujejwe gutatura amatati: ni umugwi wo mu Rwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta ushinzwe gufata ingingo ku ngingo zafashwe zitwariwe zijanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa vyega Reta bishobora gutumwa abandi ;

Commission de passation des marchés : Commission constituée par une Autorité contractante pour procéder à l'ouverture et à l'évaluation des offres. Elle recommande, dans ses conclusions l'attribution du marché ;

Umugwi ujejwe itangwa ry'amasoko: niumugwi ushirwaho n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano kugira wugurure wongere usuzume amadosiye y'ivyiyemejwe n'abahiganira isoko. Ni wowerekana, mu vyo wihweje, uwohabwa isoko ;

Commission de réception : Commission instituée au sein de la cellule de gestion des marchés publics en charge de la réception des prestations dans le cadre de l'exécution des marchés.

Umugwi ujejwe kwakira ivyaranguwe: ni umugwi ushinzwe kwakira ivyaranguwe mu gushira mu ngiro isoko uri mu Mugwi ujejwe gutunganya amasoko ya Reta ;

Concession de service public : mode de gestion d'un service public dans le cadre duquel un opérateur privé ou public, le concessionnaire, est sélectionné conformément aux dispositions du présent code. Elle se caractérise par le mode de rémunération de l'opérateur à qui est reconnu le droit d'exploiter l'ouvrage à titre onéreux pendant une durée déterminée ;

Ugutanga uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta: ni uburyo bw'ugutunganya ibikorwa vyega Reta aho ishirahamwe ry'abikorera utwabo canke irya Reta, uwahawe uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta, atorwa hisunzwe ibitegekanijwe muri iki Gitabu. Ubwo buryo burangwa n'uko ishirahamwe ryahawe uburenganzira bwo kurangura ibikorwa mu kiringo gitomowe rikura impembo mu bikorwa birangura kandi ririhisha amafaranga ;

Délégation de services publics : contrat par lequel une des personnes morales de droit public ou de droit privé visées à l'article 3 de la présente loi confie la gestion d'un service public relevant de sa compétence à un délégataire dont la rémunération est liée ou substantiellement assurée par les résultats de l'exploitation du service. Les délégations de service public comprennent les régies intéressées, les affermages, ainsi que les concessions de service public.

Ugutuma abandi ibikorwa vyega Reta: ni amasezerano agirwa n'ishirahamwe rimwe mu mashirahamwe ya Reta canke ay'abikorera utwabo avugwa mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa, mu guha irindi shirahamwe uburenganzira bw'ugutunganya ibikorwa vya Reta vyokozwe n'iryo shirahamwe nyene, impembo y'iryo shirahamwe ryahawe uburenganzira ikavana canke ikava ahanini mu mwimbu uva mu bikorwa ryaranguye.Uburyo bw'ugutuma abandi ibikorwa vyega Reta bwerekeye ugushinga uwundi ibikorwa vya Reta akabikuramwo akarusho, ugukotesha amatungo ya Reta hamwe n'ugutanga uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta.

Demande de cotation : procédure simplifiée de consultation d'entreprises, de fournisseurs ou de prestataires de services pour la passation de certains marchés en dessous d'un seuil déterminé par voie réglementaire;

Ugusaba ibiciro: ni uburyo bworoshe bw'ukwumvikana n'amashirahamwe, abatanga ivyimuka canke abarangura ubuzi mu ntumbero y'ugutanga amasoko amwamwe adashikana urugero ntarengwa rufatirwako rw'ibiciro vy'amasoko rushingwa biciye mw'itegeko ;

Dématérialisation : création, échange, envoi, réception ou conservation d'informations ou de document par des moyens électroniques ou optiques, ou des moyens comparables, notamment, mais non exclusivement, l'échange de données informatisées (EDI) ou la messagerie électronique ;

Ugukoresha ubuhinga bwa none: ni ugutunganya, uguhanahana, ukurungika, ukuronka canke ukubika ibimenyeshwa canke urwandiko hakoreshejwe ubuhinga bwa none, canke ubuhinga bwerekana amasanamu canke ubundi buhinga nk'ubwo, nk'uguhanahana inkuru biciye mu buhinga bw'imashini nyabwonko (EDI mu mpfunyapfunyo y'igifaransa canke uguhanahana ubutumwa biciye mu buhinga ngurukanabumenyi ;

Direction nationale de contrôle des marchés publics : entité placée près l'Administration centrale et chargée de contrôler *a priori* la procédure de passation des marchés et de délégation de service public d'un montant supérieur à un seuil fixé par voie réglementaire, et *a posteriori* en dessous dudit seuil, et du suivi de l'exécution des marchés ;

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu: ni igisata gikukira Ubushikiranganji gishinzwe gusuzuma ibikurikizwa mu gutanga amasoko hamwe n'ugutuma abandi ibikorwa vyega Reta birenza urugero ntarengwa rufatirwako rw'ibiciro vy'amasoko rushingwa biciye mw'itegeko ayo masoko ataratangwa, kikongera kikabisuzuma amasoko yamaze gutangwa iyo ari amasoko n'ibikorwa vyega Reta bitumwa abandi bidashikana urwo rugero, kikaba gishinzwe kandi ugukurikirana ishirwa mu ngiro ry'amasoko ;

Dossier d'appel d'offres : document comprenant les renseignements nécessaires pour l'élaboration de la soumission, l'attribution du marché et son exécution ;

Idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa: niigitabu kirimwo ibimenyeshwa vyose bikenewe mu gutegura ivyo abahiganira isoko bashikiriza, mu gutanga isoko no mu kurishira mu ngiro ;

Entreprise locale : Est dit entreprise locale lorsque les actionnaires sont des natifs ou résidants de la collectivité territoriale décentralisée.

Ishirahamwe ry'ahantu hanaka: ni ishirahamwe abanyamitahe baryo ari imvukira canke baba mu karere k'urwego rw'intwaro rwegerejwe abanyagihugu ;

Garantie de bonne exécution : toute garantie réelle ou personnelle, constituée pour garantir l'Autorité contractante de la bonne réalisation du marché, aussi bien du point de vue technique que du point de vue du délai d'exécution ;

Ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza : ni ingwati yose y'ikintu itangwa n'uwatsindiye isoko canke ikindi cose gitangwa n'uwumwishinga, kugira ngo yizeze Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza, haba mu vyerekeye ubuhinga canke mu kwubahiriza ikiringo ibikorwa bitegekanijwe kumara ;

Garantie décennale : celle par laquelle tout constructeur garantit la réparation intégrale pendant dix ans des désordres graves subis par un bâtiment ou un ouvrage de génie civil construit dans le cadre d'un marché public de travaux et qui n'étaient pas apparents lors de sa réception ;

Ingwati imara imyaka icumi: ni ingwati umwubatsi wese atanga yo gusubiramwo kwubaka ibizokwononekara cane vyose mu myaka icumi ku nyubakwa canke ku cubatswe ku buhinga bukomeye vyakozwe mu gushira mu ngiro isoko rya Reta ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka ivyo vyononekaye bikaba bitibonekeza mu gihe c'ukwakira ibikorwa ;

Garantie de l'offre : garantie réelle ou personnelle, fournie par le soumissionnaire pour garantir sa participation à la procédure de passation jusqu'à la signature du contrat ;

Ingwatiitangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko: ni ingwati y'ikintuitangwa n'uwuhiganira isoko canke y'ikindi cose gitangwa n'uwumwishinga, kugira yemeze ko azobandanya guhiganira iryo soko gushika amasezerano ashizweko umukono ;

Garantie de remboursement de l'avance de démarrage : toute garantie réelle ou personnelle, constituée pour garantir la restitution de l'avance consentie par l'Autorité contractante au titulaire du marché dans le cadre de l'exécution du marché ;

Ingwati yemeza ko avanse y'ugutanguza ibikorwa izosubizwa: ni ingwati iyo ari yo yose y'ikintu itangwa n'uwuhiganira isoko canke y'ikindi cose gitangwa n'uwumwishinga kugira uwatsindiye isoko yemeze ko azosubiza avanse yahawe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano mu gihe c'ugushira mu ngiro isoko ;

Gérance : Acte par lequel l'autorité délégante confie au délégataire la gestion et l'entretien du service public. Le délégataire exploite le service public pour le compte de l'autorité délégante qui finance elle-même le service et conserve sa direction ;

Amasezerano y'ugutunganya amatungo ya Reta: ni urwandiko rugirwa n'urwego rutanga uburenganzira bwo gukora ivyo Reta yokoze mu gushinga uwundi igikorwa c'ugutunganya canke c'ugutunganya n'ukubungabunga amatungo ya Reta. Uwahawe uburenganzira bwo gutunganya igikorwa Reta yokoze akoresha amatungo ya Reta kw'izina ry'urwego rwamuhaye uburenganzira rukaba ari na rwo rutanga amafaranga akoreshwa mu bikorwa kandi rukagumana ubuyobozi ;

Groupement d'entreprises : groupe d'entreprises ayant souscrit un acte d'engagement unique, et représentées par une d'entre elles qui assure une fonction de mandataire commun. Le groupement d'entreprises est conjoint ou solidaire ;

Urunani rw'amashirahamwe: ni umugwi w'amashirahamwe yarondereye hamwe isoko akagira amasezerano mu rwandiko rw'ukuvyiyemeza rumwe rudende, kandi agaserukirwa n'ishirahamwe rimwe muri yo rigakora ivyo ayo mashirahamwe yaritumye. Urunani rw'amashirahamwe aho rimwe ryose ribazwa ku gatwe karyo ivyo ryaranguye canke akabarizwa hamweivyo yiyemeje mu masezerano ;

Incoterm : Terme utilisé dans le commerce international normalement utilisée dans la passation des marchés de biens lorsque le fournisseur est une entreprise étrangère et que les biens doivent être transportés par commerce international. Les INCOTERMS émis par la Chambre de Commerce International (CCI) prévoient des définitions des éléments clés du contrat relative à la passation des marchés de biens, tel que le prix du contrat, le dédouanement des marchandises dans les deux pays de l'importateur et de l'exportateur, le transport

Impfunyapfunyo y'amajambo ajana n'ibiciro mu rudandazwa mpuzamakungu (Incoterm mu mpfunyapfunyo y'icongereza): ni ijambo rikoreshwa mu bisanzwe mu gutanga amasoko y'ibidandazwa igihe uwubitanga ari ishirahamwe rigengwa n'amategeko yo mu kindi gihugu kandi ko ivyo bidandazwa bitegerezwa kwunguruzwa biciye mu buryo bw'urudandazwa mpuzamakungu. Impfunyapfunyo z'amajambo ajana n'ibiciro mu rudandazwa mpuzamakungu (INCOTERMS mu mpfunyapfunyo y'icongereza) atangwa n'Igisata mpuzamakungu c'ubudandaji (CCI mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) aratanga insiguro

des biens, l'assurance des biens lors de leur transport du vendeur à l'acheteur, la répartition des risques entre l'acheteur et le vendeur en cas de perte ou d'endommagement des biens, et le moment de la transmission du risque de perte du vendeur à l'acheteur ;

y'ibikurubikuru biri mu masezerano ajanye n'itangwa ry'amasoko y'ibidandazwa, nk'igiciro c'isoko kiri mu masezerano, ukurihira ibidandazwa amafaranga ya duwane mu bihugu bibiri, igihugu c'uwuvyinjiza n'igihugu c'uwabishoye, ukwunguruza ibidandazwa, ukubitegekaniriza impanuka mu gihe c'ukuvyunguruza biva ku wabidandaje bija ku wabiguze, ukwerekana ivyo umudandaza n'umuguzi boriha mu gihe bitakaye canke vyononekaye, n'igihe umudandaza amenyeshereza uwabiguze ko bishobora kuba vyatakaye ;

Maître d'œuvre : personne physique ou morale de droit public ou de droit privé chargée par l'Autorité contractante d'assurer la représentation et la défense de ses intérêts aux stades de la définition, de l'élaboration, de l'exécution et de la réception des prestations, objet du marché ;

Uwujejwe igikorwa: ni umuntu canke ishirahamwe ryegamiye Reta canke iry'abikorera utwabo ashinzwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano guserukira no gukingira inyungu zarwo mu bihe vy'ugutomora ibikorwa bigize isoko, ukubitegura, ukubishira mu ngiro n'ukuvyakira ;

Maître d'ouvrage : personne physique ou morale de droit public ou de droit privé, visée à l'article 3 de la présente loi, propriétaire final de l'ouvrage ou de l'équipement technique, objet du marché ;

Nyene igikorwa: ni umuntu canke ishirahamwe ryegamiye Reta canke iry'abikorera utwabo rivugwa mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa, akaba ari we icubakwa canke igikoresho c'ubuhinga kigize isoko cegukira ;

Maître d'ouvrage délégué : personne exerçant en qualité de mandataire de l'Autorité contractante (ou maître d'ouvrage), une partie des attributions de ce dernier ;

Intumwa ya nyene igikorwa: niumuntu akora nk'intumwa y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano (canke nyene igikorwa) mu kurangura bimwebimwe mu vyo nyene igikorwa ajejwe ;

Manœuvre coercitive : actes par lesquels une personne nuit ou porte préjudice, menace de nuire ou porter préjudice, directement ou indirectement, personnellement ou par personne interposée, à une autre personne ou à ses biens, en vue d'en influencer indument la décision ;

Ugukoresha igikenye: ni ibikorwa umuntu agira vyononera canke bigirira nabi uwundi muntu canke amatungo yiwe, mu kumutera ubwoba ko ashobora kumwononera canke kumugirira nabi akabigirira uwo muntu nyene canke uwo bafitaniye isano, we nyene ubwiwe canke abitumye uwundi muntu mu ntumbero yo gutuma hafatwa ingingo itari itegerejwe ;

Manœuvre collusoire : actes par lesquels des personnes ou des entités qui s'entendent afin d'atteindre un objectif illicite, notamment en influant indument sur l'action d'autres personnes ou entités ;

Umwumvikano w'ugukorera hamwe ibiteye kubiri n'amategeko: ni ibikorwa abantu canke inzego zumvikana gukorera hamwe mu ntumbero yo gushika ku kintu kitemewe n'amategeko, nko mu gutuma abandi bantu canke inzego zifata ingingo itari itegerejwe ;

Manœuvre frauduleuse : actes par lesquels une personne agit ou s'abstient d'agir, ou dénature des faits intentionnellement, ou tente d'induire en erreur une personne ou une entité afin d'en tirer un avantage financier ou de toute autre nature, ou se dérober à une obligation ;

Ugukoresha ubusuma: ni ibikorwa umuntu akora canke akirengagiza kubikora, canke agahindura ibintu n'impaka canke akageragaza gukoresha umuntu canke urwego amakosa kugira abironkemwo akarusho k'amafaranga canke akandi kose, canke akareka gukora ico ategerejwe ;

Manœuvre obstructive : actes par lesquels une personne détruit, falsifie, altère ou dissimule délibérément les preuves sur lesquelles se fonde une enquête en matière de corruption ou de manœuvre frauduleuses, coercitives ou collusives, ou fait de fausses déclarations aux enquêteurs en vue d'entraver l'enquête. Elle s'entend aussi comme des menaces, harcèlements ou intimidations faits à une personne aux fins de l'empêcher de faire part d'informations relatives à une enquête, ou de poursuivre cette dernière ;

Ukuba intambamyi: ni ibikorwa umuntu agira mu kuzimanganya, guhindura, kwonona canke kunyegeza n'impaka ivyemezo itohoza rishingiyeko mu bijanye n'ugutanga igiturire canke ugukoresha ubusuma, ugukoresha igikenye canke umwumvikano w'ugukorera hamwe ibiteye kubiri n'amategeko, canke ashikirije abagira amatohoza ibinyoma mu ntumbero yo kubera intambamyi amatohoza. Bisigura kandi nk'iterabwoba, ukugobera, ugutoteza umuntu kugira bamubuze kugira ico ashikirije mu bijanye n'itohoza, canke ikurikiranwa ry'iryo tohoza ;

Marché de fournitures: marché qui a pour objet l'achat, la prise en crédit-bail, la location ou la location-vente avec ou sans option d'achat de biens de toute nature y compris des matières premières, produits, équipements, immobiliers, terrains et objets sous forme solide, liquide ou gazeuse, ainsi que les services accessoires à la fourniture de ces biens au bénéfice d'une Autorité contractante;

Isoko ry'ivyimuka: ni isoko rifise intumbero y'ukugura, ugukota ikintu gishobora kuzokwegukira uwagikose, ugukota canke ugukota ugura harimwo intumbero y'ukugura canke ukutagura amatungo ayo ari yo yose harimwo ibintu bikoreshwa mu guhingura ibindi, ibihingurwa, ibikoreshwa, ibitimuka, ibikoresho bitimuka, amatongo hamwe n'ibifise imero y'ibintu bigumye, iy'ibitemba nk'amazi canke iy'ibimeze nk'umwuka, hamwe n'ibikorwa bijanye n'ugushikiriza ivyo bintu Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ;

Marché groupé : marché public regroupant deux ou plusieurs autorités contractantes dont la passation et l'exécution leur sont communes et qui est dirigé par une seule autorité contractante en vue de répondre à des besoins communs ;

Isoko ry'isangi: ni isoko rya Reta ritangwa kandi rigashirwa mu ngiro n'inzego zibiri canke zirenga zihagarira Reta mu kugira amasezerano hanyuma rikarongorwa n'urwego rumwe muri izo kugira rukore ibikenewe izo nzego ziba zisangiye ;

Marché mixte : marché portant sur plusieurs natures de prestations, notamment travaux, fourniture ou service ;

Isoko rigizwe n'ibintu bidasa: ni isoko rishingiye kw'irangurwa ry'ibintu vyinshi bitandukanye, nk'ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi ;

Marché de prestations intellectuelles : marché qui a pour objet des prestations à caractère principalement intellectuel dont l'élément prédominant n'est pas physiquement quantifiable. Ils incluent notamment les études, la maîtrise d'œuvre déléguée, les services d'assistance technique, informatique et la maîtrise d'ouvrage déléguée les contrats de conduite d'opération;

Isoko ry'ibikorwa mvabwenge: ni isoko rishingiye kw'irangurwa ry'ibikorwa canecane mvabwenge, ibikurubikuru birigize bidashobora guharurwa nk'ibintu bifadika. Muri ivyo harimwo nk'ukugira ivyigwa, ugukurikiranira ibikorwa uwahawe kubirangura, ibikorwa vy'ugufashanya mu vy'ubuhinga, mu vy'imashini nyabwonko hamwe n'ugukurikiranira ibikorwa nyene igikorwa canke amasezerano y'ukurongora ibikorwa ;

Marché public : contrat écrit, conclu à titre onéreux par lequel un entrepreneur, un fournisseur, ou un prestataire de services s'engage envers l'une des personnes morales publiques ou privées mentionnées à l'article 3 de la présente loi, soit à réaliser des travaux, soit à fournir des biens ou des services moyennant un prix;

Isoko rya Reta: ni amasezerano yanditse, apfundikwa mu ntumbero y'ukuyaronkamwo amafaranga uwufise ishirahamwe ry'ukwubaka, uwutanga ivyimuka, canke uwurangura ubuzi agira mu kwiyemeza imbere y'ishirahamwe rimwe mu mashirahamwe ya Reta canke ay'abikorera utwabo avugwa mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa, kurangura ibikorwa vy'ukwubaka, gutanga ivyimuka canke kurangura ubuzi ku giciro cumvikanyweko ;

Marché de services : marché qui a pour objet la prestation de services au bénéfice d'une Autorité contractante ;

Isoko ry'ukurangura ubuzi: ni isoko rifise intumbero y'ukurangurira ubuzi Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ;

Marché de travaux : marché qui a pour objet la réalisation au bénéfice d'une Autorité contractante de tous travaux de bâtiment, de génie civil, de génie rural ou de la réfection d'ouvrages de toute nature ;

Isoko ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka: ni isoko rifise intumbero y'ukurangurira Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ibikorwa vyose vy'ukwubaka inyubakwa, ibikorwa vy'ukwubaka mu buhinga buhanitse, ivy'ugutunganya amatongo canke ugusanura ivyubatswe vy'ubwoko bwose ;

Montant du marché : montant total des charges et rémunérations des prestations faisant l'objet du marché, sous réserve de toute addition ou déduction qui pourrait y être apportée en vertu des stipulations dudit marché ;

Igitigiri c'amafaranga isoko ritwara: ni igitigiri c'amafaranga yose akoreshwa hamwe n'impembo y'ibikorwa bigize isoko, hatibagiwe amafaranga ashobora kwongerwako canke gukurwamwo hisunzwe ingingo zitegekanijwe zerekeye iryo soko ;

Moyen électronique : moyen utilisant des équipements de traitement, y compris la compression numérique et de stockage de données, et utilisant la diffusion, l'acheminement et la réception par fils, par radio, par moyens optiques ou d'autres moyens électroniques ;

Ubuhinga bwa none: ni uburyo bukoresha ibikoreshwa mu gutunganya ivyatororokanijwe, harimwo n'ukugabanya uburemere bwavyo mu buryo bwa nimerike n'ukubibika, bugakoresha ukubikwiragiza, ukubitwara n'ukuvyakira biciye mu ntsinga, mu buryo bw'iradiyo, mu buryo bw'umuco canke mu bundi buhinga bwa none ;

Mutabilité : principe selon lequel une personne publique assurant ou assumant une mission de service public de modifier la mise en œuvre de celui-ci en raison de l'évolution de circonstance de fait ou de droit, à la condition de prévoir une indemnisation compensatoire de l'éventuel cocontractant ;

Ugushobora guhindura uko igikorwa kirangurwa: ni ingingo ngenderwako ivuga ko ishirahamwe rya Reta rikora canke rishinzwe umurimo Reta yokoze rishobora guhindura ishirwa mu ngiro ryawo bivanye n'uko hari ivyahindutse kandi ata kundi vyogenda canke bitumwe n'uko amategeko abitegekanya gutyo, rikabigira ari uko ritegekanije inshumbusho ihabwa uwo boba bagiraniye amasezerano y'ukurangura uwo murimo ;

Offre : ensemble des éléments techniques et financiers inclus dans le dossier de soumission ;

Ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje: ni ivyo vyose bijanyen'ubuhinga n'amafaranga biri mw'idosiye yo guhiganira isoko ;

Ouvrage : résultat d'un ensemble de travaux de bâtiment ou de génie civil destiné à remplir par lui-même une fonction économique ou technique. Il peut comprendre notamment des opérations de constitution, de démolition, de réparation ou rénovation, tel que la préparation du chantier, les travaux de terrassement, l'érection, la construction, l'installation d'équipement ou de matériel, la décoration et la finition ainsi que les services accessoires aux travaux si la valeur de ces services ne dépasse pas celle des travaux eux-mêmes ;

Icubatswe: ni inyubakwa canke ibindi vyubakwa ku buhinga buhanitse bishikwako ibikorwa vyose vy'ukwubaka birangiye bikaba ari ngirakamaro mu vy'ubutunzi canke mu vy'ubuhinga. Ivyo bikorwa bishobora kuba vyerekeye nk'ukwegeranya ibikoresho, ukubomora, ugusanura canke ugusubiramwo ukundi gusha inyubakwa, nk'ugutegura ishantiye, ibikorwa vy'ugutaba, ukuduza, ukwubaka, ugushiraho ibikoresho bininibinini canke ibindi bikoresho, gushariza n'uguheraheza hamwe n'ibindi bijana n'ibikorwa vy'ukwubaka iyo agaciro kavyo katarenza ak'ibikorwa nyezina ;

Personne responsable des marchés publics : représentant dûment mandaté par l'Autorité contractante pour la représenter dans la passation et dans l'exécution du marché ;

Umuntu ashinzwe amasoko ya Reta: ni umuserukizi atumwa hakurikijwe ibitegerejwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano kuruserukira mw'itangwa no mw'ishirwa mu ngiro ry'isoko ;

Prestation : tous travaux, toutes fournitures, tous services ou toutes prestations intellectuelles à exécuter ou à fournir conformément à l'objet du marché ;

Ibikorwa bigize isoko: ni ibikorwa vyose vy'ukwubaka, ivyimuka vyose canke ibikorwa mvabwenge vyose birangurwa canke bishikirizwa hisunzwe intumbero y'isoko ;

Régie intéressée : le mode de gestion par lequel l'autorité contractante finance elle-même l'établissement d'un service public, mais en confie l'exploitation à une personne privée ou publique qui est rémunérée par l'autorité contractante tout en étant intéressée aux résultats que ce soit au regard des économies réalisées, des gains de productivité ou de l'amélioration de la qualité du service.

Ugushinga uwundi ibikorwa vya Reta akabikuramwo akarusho: ni uburyo bw'ugutunganya, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rukoresha mugutanga amafaranga rwo nyene y'ugushiraho icubakwa ca Reta, ariko rugaha uburenganzira ishirahamwe ry'abikorera utwabo canke rya Reta bw'ukugitunganya rigahembwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano na rwo rukagumiza ijisho kubivamwo haba mu bijanye n'ubutunzi bwavuyemwo, inyungu zivuye mu mwimbu canke zibonetse kubera ibikorwa birangurwa neza kuruta.

Soumission : acte d'engagement écrit au terme duquel le soumissionnaire fait connaître ses conditions et s'engage à respecter les cahiers des charges applicables ;

Ukurondera guhiganira isoko: ni ukwiyemeza biciye mu rwandiko bigirwa n'uwuhiganira isoko mu kumenyesha ivyo asabana we akiyemeza kwubahiriza ibitegerejwe gukorwa ;

Soumissionnaire : toute personne physique ou morale qui remet une offre en vue de concourir dans une procédure de passation d'un marché ;

Uwuhiganira isoko: ni umuntu wese canke ishirahamwe ryose ashikiriza idosiye y'ivyo yiyemeje kugira aje mw'ihiganwa ryerekeye isoko ;

Termes de référence : document établi par l'Autorité contractante et qui définit, pour les marchés de prestation intellectuelles, les exigences qu'elle requiert, y compris les méthodes à utiliser et moyens à mettre en œuvre, ainsi que les résultats qu'elle escompte ;

Ibisabwa mu guhiganira isoko: niurwandiko rutegurwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, rutomora, ku masoko y'ukurangura ibikorwa mvabwenge, ibitegerejwe mu guhiganira isoko, harimwo n'ubuhinga n'uburyo buzokoreshwa hamwe n'ivyitezwe gushikwako ;

Titulaire : attributaire d'un marché conclu avec l'Autorité contractante et qui a été approuvé par le Ministère ayant les Finances dans ses attributions ou tout contrôleur financier qui a reçu délégation à cet effet de l'autorité de contrôle budgétaire de l'autorité contractante ;

Uwatsindiye isoko: ni uwahawe isoko yagiraniye amasezerano n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, kandi akaba yemejwe n'Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta canke uwundi musuzumyi wese w'ikigega yatumwe n'umugwi ujejwe gusuzuma amafaranga ategekanywa gukoreshwa wo mu Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano kwemeza uwatsindiye isoko ;

Urgence impérieuse : situation résultant d'un événement imprévisible pour l'autorité contractante ou de force majeure et qui appelle par conséquent une action immédiate ;

Icihutirwa gihambaye rwose: ni ikintu gishika kivuye ku kitari citezwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke bivuye ku ntambamyi ntasimbwa bigaca bisaba ko hagira igica gikorwa ubwo nyene;

Urgence simple : situation qui n'est pas du fait de l'Autorité contractante qui appelle une action rapide et justifiant, à ce titre, la réduction des délais de réception des candidatures et des offres, afin de prévenir un danger ou un retard préjudiciable à l'Autorité contractante.

Icihutirwa gisanzwe: ni ikintu gishika bitavuyeku Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano gisaba ko hagira igikorwa mu maguru masha bigatuma, kubera ivyo, hagabanywa ibiringo vy'ukwakira abipfuza guhiganira isoko n'amadosiye y'ivyo biyemeje, kugira hakingwe impanuka canke ivyocererwa bigatera agahombo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Section 3 : Des seuils d'application

Agace ka 3 : Urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara

Article 6 : Du principe

Ingingo ya 6 : Ingingo ngenderwako

Les dispositions de la présente loi s'appliquent aux marchés publics dont la valeur hors taxes est égale ou supérieure aux seuils réglementaires, tels que définis dans les textes d'application.

Ibitegekanijwe muri iri bwirizwa birakurikizwa ku masoko ya Reta afise agaciro amatagisi atarimwo kangana canke gasumba urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rutegekanijwe n'amategeko, nk'uko rutomowe mu mategeko ashira mu ngiro iri bwirizwa.

Le choix de la procédure applicable pour la détermination des seuils est fait selon la nature du marché, quel que soit le nombre de prestataires auxquels il est fait appel.

Uguhitamwo uburyo bukurikizwa mu gutomora urugero ntarengwa rufatirwako bivana n'isoko iryo ari ryo, uko igitigiri c'ibikorwa bisabwa kurangurwa kiba kingana kwose.

Article 7 : De la détermination des seuils pour les marchés de travaux

Ingingo ya 7 : Ingene hashingwa urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa ku masoko y'ibikorwa vy'ukwubaka

La détermination des seuils pour les travaux tient compte de la valeur globale du marché se rapportant à une opération sur un ou plusieurs ouvrages.

Urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa ku masoko y'ibikorwa vy'ukwubaka rushingwa hafatiwe ku mafaranga yose isoko ritwara aharurwa ku gikorwa cerekeye icubakwa kimwe canke vyinshi.

Il y a opération de travaux lorsque le maître d'ouvrage prend la décision de mettre en œuvre, dans une période de temps et un périmètre limité, un ensemble de travaux caractérisé par son unité fonctionnelle, technique, économique ou comptable.

Bivugwa ko haranguwe igikorwa mu gihe nyene igikorwa afashe ingingo y'ugushira mu ngiro, mu kiringo no mu kibanza gifise aho kigarukira, ibikorwa bifise ico bihuriyeko mu bijanye n'ico bigenewe, ubuhinga, ubutunzi canke uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka.

La délimitation d'une catégorie homogène de travaux ne doit pas avoir pour effet de soustraire le marché aux règles qui leur sont normalement applicables en vertu des dispositions de la présente loi.

Ukugabanganya mu mice ibikorwa bigize umugwi umwe ntibituma iryo soko ritubahiriza amategeko asanzwe akurikizwa ku masoko nk'ayo hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 8 : De la détermination des seuils pour les marchés de fournitures et services

La détermination des seuils pour les fournitures, les services et les prestations intellectuelles tient compte de la valeur totale des fournitures, des services et des prestations intellectuelles qui peuvent être considérés comme homogènes soit, en raison de leurs caractéristiques propres, soit, par ce qu'ils constituent une unité fonctionnelle.

La délimitation d'une catégorie homogène de fournitures ou de services ne doit pas avoir pour effet de soustraire des marchés aux règles qui leur sont normalement applicables en vertu des dispositions de la présente loi.

Ingingo ya 8 : Ingene hashingwa urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga amasoko atwara ku vyerekeye amasoko y'ugutanga ivyimuka n'ugukora ubuzi

Ugushinga urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga amasoko atwara ku vyerekeye amasoko y'ugutanga ivyimuka n'ugukora ubuzihamwe n'amasoko y'ibikorwa mvabwenge bifatira ku mafaranga yose y'ivyimuka, ubuzi n'ibikorwa mvabwenge bifatwa ko ari bimwe hisunzwe ibibiranga vyisangije canke kubera bigize umugwi umwe bivanye n'ico bigenewe.

Ukugabanganya mu miceivyimuka canke ubuzibigize umugwi umwe ntibituma iryo soko ritubahiriza amategeko asanzwe akurikizwa ku masoko nk'ayo hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 9 : De la détermination des seuils pour les marchés mixtes.

L'évaluation du seuil pour les marchés mixtes est fonction de la procédure d'acquisition retenue.

Lorsque la procédure comprend des travaux et des fournitures, le choix du seuil est fonction d'impact financier prédominant de travaux ou de fournitures le plus important.

Lorsque la procédure comprend des catégories de travaux ou de fournitures et des catégories de prestations intellectuelles, le choix du seuil est fonction d'impact financier prédominant d'une catégorie par rapport à l'autre sur le résultat final.

Ingingo ya 9: Ingene hashingwa urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa kw'isoko rigizwe n'ibintu bidasa

Urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa kw'isoko rigizwe n'ibintu bidasa, rushingwa hisunzwe uburyo bwacaguwe bukurikizwa mu kuronka isoko nk'iryo.

Mu gihe isoko ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka n'ivyerekeye ivyimuka, urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rushingwa hafatiwe ku bisaba amafaranga menshi gusumba hagati y'ibikorwa vy'ukwubaka n'ivyerekeye ivyimuka.

Mu gihe isoko ryerekeye imigwi y'ibikorwa vy'ukwubaka canke iy'ivyimuka hamwe n'imigwi y'ibikorwa mvabwenge, urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rushingwa hafatiwe ku mugwi w'ibikorwa bitwara amafaranga menshi ugereranije n'ayasohoka ku wundi mugwi, ibikorwa vyose biheze.

Article 10 : De la fixation des seuils pour les marchés comportant des lots.

La détermination des seuils pour les marchés comportant des lots tient compte de la valeur estimée de la totalité des lots. La procédure de passation de chaque lot est celle qui s'applique au marché pris dans son ensemble. Ces évaluations n'ont pas pour effet de soustraire des marchés ou des catégories de service public aux règles qui leur sont normalement applicables en vertu de la présente loi

Ingingo ya 10: Ingene hashingwa urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa ku masoko agizwe n'imice

Urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga akoreshwa ku masoko agizwe n'imice rushingwa hafatiwe ku gaciro kahawe imice yose igize isoko. Ibikurikizwa mu gutanga umuce umwumwe w'isoko ni vyo bikurikizwa kw'isoko ryose rifatiwe hamwe. Ugushinga urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga ku muce umwumwe ntibituma amasoko canke imigwi yayo y'ibikorwa vyega Reta bidakurikiza ingingo zisanzwe zigenga ayo masoko zitegekanijwe n'iri bwirizwa.

CHAPITRE II : DES PRINCIPES GENERAUX

IGICE CA II. INGINGO NGENDERWAKO ZIKURIKIZWA KU MASOKO YOSE YA RETA

Section 1 : Des principes de base de gestion des marchés publics

Agace ka 1 : Ingingo ngenderwako zikurikizwa mu gutunganya amasoko ya Reta

Article 11 : Des principes

Les règles fixées par la présente loi reposent sur les principes de liberté d'accès à la commande publique, d'égalité de traitement des candidats et de transparence des procédures, pour des objectifs d'efficacité, d'efficience et d'économie dans la gestion de la commande publique, et ce, quel qu'en soit le montant.

Ingingo ya 11: Ingingo ngenderwako

Ingingo zitegekanijwe n'iri bwirizwa zishingiye ku ngingo ngenderwako zivuga ko uwo wese yipfuza guhiganira isoko rya Reta agira uburenganzira bw'ukurihiganira, abipfuza guhiganira isoko bafatwa kumwe, ivyerekeye gutanga isoko bikorwa ku mugaragaro, mu ntumbero y'uko ivyerekeye ugutunganya amasoko ya Reta bishika ku ntumbero, bikorwa neza kandi hakaba akunguko mu vy'ubutunzi, izo ngingo ngenderwako zikisungwa uko amafaranga isoko ritwara aba angana kwose.

Article 12 : De la non-discrimination

Sous réserves des dispositions visées aux articles 195 à 202 de la présente loi, les Autorités contractantes s'interdisent de toute mesure discriminatoire fondée sur la nationalité des candidats.

Ingingo ya 12: Ukudakumira

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 195 gushika ku ya 202 z'iri bwirizwa, Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano ziririnda ingingo yose ikumira ishingiye ku bwenegihugu bw'abipfuza guhiganira amasoko.

Section 2 : Du principe de la participation d'un organisme public et de séparation des missions des organes

Agace ka 2: Ingingo ngenderwako yerekeye ugutandukanya imirimo y'urwego n'iy'urundi

Article 13 : De la participation d'un organisme public

L'Autorité contractante s'assure qu'un organisme de droit public qui participe aux marchés publics, apporte la preuve :

1) Qu'il jouit d'une autonomie administrative et financière ;

2) Qu'il pose des actes qualifiés commerciaux par la loi ;

3) Qu'il n'est pas une entité ou une agence qui dépend de l'Autorité contractante ou du maître d'ouvrage.

Les associations sans but lucratif n'ont accès à la commande publique que dans l'hypothèse où la compétition ne s'exerce qu'entre elles.

Ingingo ya 13: Uguhiganira isoko bigirwa n'ishirahamwe rya Reta

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruritwararika ko ishirahamwe rya Reta rihiganira isoko, rishikiriza ivyemeza ko :

1) Rifise ubwigenge mu vy'intwaro n'ubutunzi ;

2) Rikora ibikorwa vy'ubudandaji vyemewe n'amategeko ;

3) Atari ishirahamwe canke ishami ryegamiye Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke nyene igikorwa.

Amashirahamwe adaharanira inyungu z'amafaranga agira uburenganzira bw'uguhiganira amasoko ya Reta ari uko ihiganwa riba gusa hagati y'amashirahamwe adaharanira inyungu z'amafaranga.

Article 14 : De la séparation des missions des organes

Les fonctions de gestion, de contrôle et de régulation des marchés publics, ainsi que des conventions de délégation de service public sont assurées par des organes distincts. Ces fonctions sont également garanties par des procédures et des mécanismes qui respectent le principe de leur séparation des missions et de leur indépendance.

Ingingo ya 14: Ugutandukanya amabanga y'inzego

Amabanga y'ugutunganya amasoko ya Reta, ukuyasuzuma n'ukuyacungera, hamwe n'ukugira amasezerano y'ugutuma uwundi ivyo Reta yokoze arangurwa n'inzego zitandukanye. Ayo mabanga arangurwa kandi hubahirijwe ibikurikizwa hamwe n'uburyo vyisunga ingingo ngenderwako y'ugutandukanya imirimo y'urwego n'iy'urundi n'ukwubahiriza ubwigenge bwazo.

TITRE II : DU CADRE INSTITUTIONNEL

IKIGABANE CA II: IVYEREKEYE INZEGO ZITEGEKANIJWE

CHAPITRE I : DES ORGANES DE PASSATION

IGICE CA I: INZEGO ZIJEJWE UGUTANGA AMASOKO YA RETA

Section 1 : Des organes et de la personne responsable des marchés publics

Agahimba ka 1 : Ivyerekeye inzego n'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta

Article 15 : Des organes

Les organes de passation, de contrôle et de régulation des marchés publics sont au nombre de trois, à savoir :

1) Les organes en charge de la passation des marchés constitués auprès de l'Autorité contractante ;
2) La Direction nationale de contrôle des marchés publics visée aux articles 20 à 25 de la présente loi ;
3) L'Autorité de régulation des marchés publics visée aux articles 26 à 35 de la présente loi.

Ingingo ya 15: Inzego

Inzego zijejwe ugutanga amasoko ya Reta, ukuyasuzuma n'ukuyacungera ni zitatu, na zo ni izi:

1) Inzego zijejwe ugutanga amasoko zo mu Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ;
2) Ubuyobozi bujejwe gusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu buvugwa mu ngingo ziva ku ya 20 gushika ku ya 25 z'iri bwirizwa ;
3) Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta ruvugwa mu ngingo ziva ku ya 26 gushika ku ya 35 z'iri bwirizwa.

Article 16 : De la personne responsable des marchés publics

En l'absence de délégation spécifique, la personne responsable des marchés publics est :

1) Pour l'Etat, le Ministre responsable du secteur concerné ;
2) Pour les Communes, l'Administrateur communal ;
3) Pour les Etablissements publics, les Administrations personnalisées, les autres organes, agences ou offices, les sociétés publiques, les sociétés mixtes, les sociétés privées visées à l'article 3 de la présente loi, le Directeur général.

Ingingo ya 16: Ivyerekeye umuntu ashinzwe amasoko ya Reta

Mu gihe ata wundi muntu yatumwe gukora ico gikorwa, umuntu ashinzwe isoko rya Reta ni :

1) Ku rwego rwa Reta, Umushikirangaji ajejwe igisata isoko ryerekeye ;
2) Ku rwego rw'amakomine, Musitanteri ;
3) Ku bigo vya Reta, Ibisata vya Reta vyitunganiriza intwaro n'ikigega, ibindi ibisata canke ibigo vyashinzwe na Reta, amashirahamwe ya Reta, amashirahamwe Reta n'abikorera utwabo basukiranije imitahe, amashirahamwe y'abikorera utwabo avugwa mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa, Umuyobozi mukuru.

Les collectivités territoriales décentralisées peuvent bénéficier d'une assistance technique dans le processus de gestion des marchés publics ou délégations de service public pour une durée limitée.

Inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu zirashobora kuronswa imfashanyo mu vyerekeye ubuhinga mu bijanye n'ugutunganya amasoko ya Reta canke mu gutuma abandi ibikorwa Reta yokoze mu kiringo kinaka.

Article 17 : Des missions de la personne responsable des marchés publics

Ingingo ya 17: Imirimo y'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta

La personne responsable des marchés est chargée de mettre en œuvre les procédures de passation et d'exécution des marchés et délégation de service public.

Umuntu ashinzwe amasoko ya Reta ajejwe gushira mu ngiro ibikurikizwa mu gutanga amasoko no kuyashira mu ngiro hamwe n'ivyerekeye ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze.

La personne responsable des marchés peut se faire représenter dans l'exercice de ses fonctions, sauf pour le choix de l'attributaire et la signature du marché ou de la délégation de service.

Umuntu ashinzwe amasoko ya Reta arashobora guserukirwa n'uwundi muntu mu kurangura amabanga ajejwe, kiretse mu gutora uwuhabwa isoko n'ugushira umukono ku masezerano y'isoko canke ku masezerano y'ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze.

La personne responsable des marchés s'adjoint des services d'une entité, dénommée cellule de gestion des marchés publics, chargée de la planification et de la préparation du dossier et de la procédure d'appel d'offres. Les marchés ou délégations conclus par une personne non habilitée à cet effet, sont de nullité absolue.

Umuntu ashinzwe amasoko ya Reta arashobora kwifashisha ibikorwa vy'Umugwi, witwa umugwi ujejwe gutunganya amasoko ya Reta, ujejwe kugira indinganizo n'ugutegura ibijanye n'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa hamwe n'ibikurikizwa mu kuyihiganira. Amasezerano yerekeye amasoko canke ayerekeye ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze agizwe n'umuntu atabifitiye ububasha aca aba impfagusa ya rwose.

Section 2 : De la cellule de gestion des marchés publics (CGMP)

Agace ka 2 : Umugwi ujejwe gutunganya amasoko ya Reta (CGMP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa)

Article 18 : De la mission de la cellule de gestion des marchés publics

Ingingo ya 18: Imirimo y'umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta

La cellule de gestion des marchés publics (CGMP) est placée sous la coordination de la personne responsable des marchés publics. Elle est chargée de la planification, de la préparation des dossiers d'appel d'offres et de consultation, de la procédure de passation, du suivi de l'exécution, et de la réception des marchés.

Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta (CGMP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ukurikiranirwa hafi n'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta. Uwo mugwi ujejwe ukugira indinganizo n'ugutegura idosiye zidondora ivyerekeye amasoko ahiganirwa n'ibijanye n'ukwumvikana n'abahiganira isoko, ugutegura ibikurikizwa mu gutanga amasoko, ugukurikirana ingene amasoko ashirwa mu ngiro hamwe n'ukwakira ivyaranguwe.

Article 19 : De la mise en place de la cellule de gestion des marchés publics

La composition, les attributions et les modalités de fonctionnement de la cellule de gestion des marchés publics sont déterminées par décret.

Ingingo ya 19: Ishirwaho ry'Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta

Abagize umugwi ujejwe gutunganya amasoko ya Reta, ivyo ujejwe n'ingene ukora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

CHAPITRE II : DE L'ORGANE DE CONTROLE

IGICE CA II: IVYEREKEYE URWEGO RUJEJWE GUSUZUMA AMASOKO YA RETA

Section 1 : De la Direction nationale de contrôle des marchés publics

Agace ka 1 : Ubuyobozi bujejwe gusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu

Article 20 : De la compétence de la Direction nationale de contrôle des marchés publics (DNCMP)

Sans préjudice des dispositions législatives et réglementaires relatives au contrôle des dépenses publiques applicables aux Autorités contractantes, le contrôle de la régularité des procédures de passation et de gestion des marchés publics et délégations de service public est assuré par la Direction nationale de contrôle des marchés publics (DNCMP).

Ingingo ya 20: Ububasha bw'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu (DNCMP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa)

Hatirengagijwe ibitegekanijwe n'amabwirizwa hamwe n'amategeko yerekeye ugusuzuma amafaranga Reta isohora bikurikizwa ku Nzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, ugusuzuma ko ibikurikizwa mu gutanga no mu gutunganya amasoko ya Reta hamwe n'ugutuma abandi ibikorwa vyokozwe na Reta bikurikiza amategeko bikorwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu (DNCMP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa).

Article 21 : Les modalités d'organisation et de fonctionnement

Les règles fixant les modalités d'organisation et de fonctionnement de la Direction nationale de contrôle des marchés publics sont fixées par décret.

Ingingo ya 21: Ingene Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu butunganijwe n'ingene bukora

Ingingo zitomora ingene Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu butunganijwe n'ingene bukora zishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Section 2 : Des missions et attributions

Agace ka 2. Imirimo y'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu n'ivyo bushinzwe

Article 22 : Du contrôle a priori et a posteriori

Ingingo ya 22: Ugusuzuma ibikurikizwa mu gutanga amasoko ataratangwa n'ukubisuzuma amasoko amaze gutangwa

La Direction nationale de contrôle des marchés publics est chargée de contrôle a prioride la procédure de passation d'un montant supérieur à un seuil fixé par la voie réglementaire et des délégations de service public, et *a posteriori*, des procédures de passation des marchés d'un montant inférieur audit seuil. Elle assure également des missions de suivi de l'exécution des marchés publics et des délégations de service public.

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugubushinzwe kubanza gusuzuma ibikurikizwa mu gutanga amasoko hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi birenza urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rwashinzwe n'amategeko, n'ukubisuzuma ku masoko ya Reta no ku bikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, bidashikana urwo rugero, amasoko amaze gutangwa. Ubwo buyobozi burangura kandi imirimo y'ugukurikirana ishirwa mu ngiro ry'amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi.

A ce titre, la Direction nationale de contrôle des marchés publics :

Kubera ivyo, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bukora ibi bikurikira :

1) Emet par écrit, un avis de non objection sur les dossiers d'appel d'offres et les demandes de propositions des marchés dont la valeur estimée est égale ou supérieure aux seuils de contrôle par la DNCMP fixés par voie réglementaire, avant le lancement de l'appel à la concurrence et la publication correspondante, sans immixtion dans la détermination des besoins et dans le contrôle de l'opportunité ;

1) Burashikiriza, biciye mu rwandiko, ingingo ivuga ko bwemejeko idosiye zidondora ivyerekeye amasoko ahiganirwa n'idosiye z'ugusaba guhiganira amasoko ziteguwe neza, mu gihe agaciro k'ayo masoko kangana canke gasumba urugero Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bufatirako mu gusuzuma, rushingwa biciye mw'itegeko imbere y'uguhamagarira guhiganira amasoko n'ukubitangaza, ariko ntibwisuka mu gikorwa c'ugutomora ibikenewe n'ukuraba ko isoko rikenewe ;

2) Emet par écrit, un avis de non objection sur la procédure de passation portant sur les appels d'offres restreints, avec copie pour information à l'ARMP ;

2) Burashikiriza, biciye mu rwandiko, ingingo ivuga ko bwemeje ko ibikurikizwa mu gutanga isokobiteguwe neza, ku masoko atangwa biciye mu matangazo ahamagarira abantu bakeyi guhiganira isoko, bugashikiriza ikopi y'urwo rwandiko Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta ;

3) Emet par écrit, un avis de non objection sur le mode de passation par entente directe et par voie de gré à gré, avec copie pour information à l'ARMP ;

3) Burashikiriza, biciye mu rwandiko, ingingo ivuga ko bwemeje ko uburyo amasoko atangwa buteguwe neza, ku masoko atangwa biciye mu kwumvikana n'uwushobora gushira mu ngiro ubwo nyene iryo soko no ku yatangwa mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro, bugashikiriza ikopi y'urwo rwandiko Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta ;

4) Emet par écrit, un avis de non objection sur les conventions de délégation de service public ;

4) Burashikiriza, biciye mu rwandiko, ingingo ivuga ko bwemeje ko amasezerano yerekeye ugutuma abandi ivyo Reta yokoze ateguwe neza ;

5) Accorde d'autres autorisations nécessaires à la demande des Autorités contractantes lorsqu'elles sont prévues par la réglementation en vigueur ;

5) Buratanga izindi mpusha zikenewe zisabwa n'Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano mu gihe izo mpusha zitegekanijwe n'amategeko asanzwe akurikizwa;

6) Emet par écrit, un avis de non objection sur le rapport d'analyse comparative des propositions et le procès-verbal d'attribution provisoire du marché, élaborés par la commission de passation du marché et transmis après validation, par la Personne responsable des marchés ;

6) Burashikiriza, biciye mu rwandiko, ingingo ivuga ko bwemeje icegeranyo cerekana ingene ivyashikirijwe n'abahiganira isoko bisumbasumbana n'icegeranyo cerekeye ugutanga isoko ivy'imfatakibanza, bitegurwa n'umugwi ujejwe ugutanga isoko kandi bigashikirizwa n'Umuntu ashinzwe amasoko ya Reta amaze kuvyemeza ;

7) Procède à un examen administratif, juridique et technique du dossier de marché avant son approbation, et au besoin, adresse à l'Autorité contractante toute demande d'éclaircissement, de modification de nature à garantir la conformité du marché avec le dossier d'appel d'offres et la réglementation en vigueur ;

7) Burihweza ko idosiye yerekeye isoko iteguwe neza mu bijanye n'intwaro, amategeko hamwe n'ibijanye n'ubuhinga imbere yuko yemezwa, kandi, bikenewe bugasaba umuco Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, canke bugasaba ko hagira ibihindurwa mu ntumbero yuko isoko ryisunga idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa n'amategeko asanzwe akurikizwa ;

8) Emet un avis de non objection sur les projets d'avenants ;

8) Burashikiriza ingingo ivuga ko bwemeje ko integuro z'amasezerano yunganira ayari ahasanzwe ziteguwe neza ;

9) Apporte, en cas de besoin, et sur demande écrite de l'Autorité contractante, un appui technique depuis la préparation des dossiers d'appel d'offres jusqu'à la réception définitive des prestations.

9) Burafasha, igihe cose bikenewe, kandi bisabwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano mu bijanye n'ubuhinga kuva mu nteguro z'idosiye zidondora ivyerekeye amasoko ahiganirwa gushika hakiriwe burundu ivyaranguwe.

Le refus d'un avis de non-objection est motivé.

Ubuyobozi butemeje ivyo bwashikirijwe burabitangira imvo.

Article 23 : Du contrôle *a priori* des marchés publics passés par les communes

Sans préjudice de l'application des dispositions portant sur la loi communale, la direction nationale de contrôle des marchés publics fait un contrôle *a priori* pour un marché supérieur ou égal au seuil fixé par voie réglementaire.

Ingingo ya 23: Ukubanza gusuzuma ibikurikizwa ku masoko atangwa n'amakomine

Hatirengagijwe ikurikizwa ry'ibitegekanijwe mw'ibwirizwa rigenga amakomine, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu burashobora gufasha mu bijanye n'ubuhinga bukongera bukabanza kugira isuzuma ku masoko arenza canke angana n'urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rushingwa biciye mw'itegeko.

Article 24 : Des délais de traitement des dossiers

Les délais impartis à la direction nationale de contrôle des marchés publics, pour examiner les dossiers qui lui sont soumis et pour rendre ses avis de non objection et ses décisions d'autorisation sont fixés par le décret portant création, organisation et fonctionnement de la Direction nationale de contrôle des marchés publics. Ces délais doivent être raisonnables et sont fixés en fonction de la complexité, de la nature et du mode de passation des marchés. Ils ne doivent pas dépasser dix jours ouvrables.

Ingingo ya 24: Ibiringo vy'ukwihweza idosiye

Ibiringo bihabwa Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu kugira bwihweze idosiye bwashikirijwe kandi kugira bushikirize ingingo zivuga ko bwemeje ivyo bwashikirijwe bwongere bufate ingingo zitanga impusha bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, ingene butunganijwe n'ingene bukora.Ivyo biringo bitegerezwa kuba bikwiye kandi bishingwa hafatiwe ku kugene idosiye z'amasoko ziba zigizwe n'ibintu vyinshi bitandukanye, ubwoko bw'isoko no ku buryo amasoko atangwa. Ntibishobora kurenza iminsi icumi y'akazi.

Article 25 : Des modalités de contrôle *a posteriori*

Les modalités d'exécution des opérations de contrôle *a posteriori* de la régularité des procédures sont fixées par voie réglementaire.

Ingingo ya 25: Ingene isuzuma ry'ivyakurikijwe mu gutanga isoko rigirwa isoko rimaze gutangwa

Ingene harangurwa ibikorwa vy'ugusuzuma ko ivyakurikijwe mu gutanga isoko bigirwa isoko rimaze gutangwa vyubahirije amategeko bishingwa biciye mw'itegeko.

CHAPITRE III : DE L'ORGANE DE REGULATION

IGICE CA III: IVYEREKEYE URWEGO RUJEJWE GUCUNGERA AMASOKO YA RETA

Section 1 : Du statut, de la compétence et des modalités d'organisation et de fonctionnement de l'Autorité de régulation des marchés publics

Agace ka 1: Ingene Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rufatwa imbere y'amategeko, ububasha bwarwo, ingene rutunganijwe n'ingene rukora

Article 26 : Du statut de l'ARMP

Ingingo ya 26: Ingene Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rufatwa imbere y'amategeko

L'autorité de régulation des marchés publics est constituée sous la forme d'une Autorité administrative indépendante, dotée de la personnalité juridique et de l'autonomie administrative et financière.

Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rutunganijwe nk'Urwego rw'intwaro rwigenga, rwiserukira imbere y'amategeko kandi rukigenga mu vyerekeye intwaro n'ikigega.

Son statut, ses procédures, ainsi que les modalités de désignation de ses membres doivent lui permettre de garantir une régulation indépendante du système des marchés publics et assurer une représentation tripartite et paritaire de l'administration, du secteur privé et de la société civile.

Ingene urwo Rwego rufatwa imbere y'amategeko, ingene rukora hamwe n'ingene abarugize bagenwa bitegerezwa gutuma rushobora gucungera ivyerekeye amasoko ya Reta mu bwigenge kandi rugizwe n'abaserukira ibisata bitatu kandi ku rugero rungana na vyo akaba ari intwaro, igisata c'abikorera utwabo n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike.

Article 27 : De la compétence de l'Autorité de régulation des marchés publics

Ingingo ya 27: Ububasha bw'Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta

Sans préjudice des dispositions législatives et réglementaires relatives au contrôle des dépenses publiques applicables aux Autorités contractantes, la régulation pour la saine application de la législation sur les marchés publics et les délégations de service public est assurée par l'autorité de régulation des marchés publics.

Hatirengagijwe ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko vyerekeye ugusuzuma amafaranga Reta isohora bikurikizwa ku Nzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, ugucungera ko amategeko agenga amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi akurikizwa neza, bigirwa n'Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta.

Article 28 : Des modalités d'organisation et fonctionnement de l'ARMP

Ingingo ya 28: Ingene Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rutunganijwe n'ingene rukora

Les modalités d'organisation et de fonctionnement de l'autorité de régulation des marchés publics sont fixées par décret.

Ingene Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rutunganijwe n'ingene rukora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Article 29 : De la mise en place du conseil de regulation

La composition, les modalités d'organisation et de fonctionnement, les règles de procédure suivies par conseil de régulation, le comité de règlement des différends et à la commission disciplinaire sont fixées par décret.

Ingingo ya 29: Ishirwaho ry'Inama y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta

Abagize Inama y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta, ingene itunganijwe n'ingene ikora, amategeko ikurikiza, komite ijejwe gutatura amatati hamwe n'umugwi ujejwe gufata ibihano bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Article 30 : De la nomination des membres du conseil de regulation

Les membres du conseil de régulation de l'autorité de régulation des marchés publics sont nommés par décret. Les organisations représentatives du secteur privé et de la société civile désignent elles-mêmes leurs représentants. Les membres ainsi nommés élisent l'organe de direction dans les conditions déterminées à travers le texte organisant l'autorité de régulation.

L'organe de direction du conseil est doté d'un mandat de trois (3) ans renouvelable une fois.

Ingingo ya 30: Ukugena abagize Inama y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta

Abagize Inama y'Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu. Amashirahamwe aserukira igisata c'abikorera utwabo n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike arigenera ubwayo abayaserukira. Abagize Inama y'Urwego bagenywe baratora urwego nyobozi mu buryo butomorwa n'itegeko ritunganya Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Urwego nyobozi rw'Inama y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rufise ikiringo c'imyaka itatu(3), rugashobora kwongerwa ikindi kiringo rimwe gusa.

Article 31 : Des organes du conseil de regulation

Au sein du conseil de régulation de l'autorité de régulation des marchés publics, il existe un comité de règlement des différends et une commission disciplinaire.

Ingingo ya 31: Inzego z'Inama y'Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta

Inama y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta irimwo komite ijejwe gutatura amatati n'umugwi ujejwe gufata ibihano.

Article 32 : Des missions du comité de règlement des différends et de la commission disciplinaire

Le comité de règlement des différends statue, au terme d'une procédure équitable et contradictoire, sur les litiges qui opposent soit une autorité contractante et la direction nationale de contrôle des marchés publics, soit l'autorité contractante ou la direction nationale de contrôle des marchés publics et un candidat ou un soumissionnaire.

Ingingo ya 32: Imirimo ya komite ijejwe gutatura amatati n'iy'umugwi ujejwe gufata ibihano

Komite ijejwe gutatura amatati irafata ingingo, imaze kwumviriza impande zompi kandi bahinyuzanya, ku matati ari hagati y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu n'uwipfuza guhiganira isoko canke uwuhiganira isoko.

La commission disciplinaire sanctionne, au terme d'une procédure équitable et contradictoire, les violations de la législation sur les marchés publics commises par les candidats ou les soumissionnaires.

Umugwi ujejwe gufata ibihano urahana, umaze kwumviriza impande zompi kandi bahinyuzanya, abipfuza guhiganira isoko canke abahiganira isoko barenze ku mategeko agenga amasoko ya Reta.

Article 33 : Du recours contre les décisions des organes de l'ARMP

Ingingo ya 33: Ukwitwarira ingingo zafashwe n'inzego zigize Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta

Les décisions rendues par le Comité de règlement des différends et par la Commission disciplinaire peuvent faire l'objet d'un recours judiciaire dans un délai de cinq (5) jours ouvrables à compter de la notification de la décision préjudiciable.

Ingingo zafashwe na Komite ijejwe gutatura amatati n'izafashwe n'Umugwi ujejwe gufata ibihano zirashobora kwitwarirwa mu butungane mu kiringo c'iminsi itanu (5) y'akazi iharurwa kuva kw'igenekerezo ingingo yitwariwe imenyesherejweko.

Article 34 : Désignation des membres de l'organe de direction

Ingingo ya 34: Ingene abagize urwego nyobozi bagenwa

La désignation des membres de l'organe de direction et leur mandat, sont réglementés par le texte qui organise l'autorité de régulation.

Ingene abagize urwego nyobozi bagenwa n'ikiringo bamara bigengwa n'itegeko ritunganya Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Section 2 : Des missions et attributions de l'autorité de régulation des marchés publics

Agace ka 2: Imirimo n'ivyo Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rushinzwe

Article 35 : Des missions et attributions de l'autorité de régulation des marchés publics

Ingingo ya 35: Imirimo n'ivyo Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rushinzwe

L'autorité de régulation des marchés publics est plus particulièrement chargée de :

Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rushinzwe canecane ibi bikurikira :

1) Veiller, par des études et avis réguliers, à la saine application de la législation et des procédures relatives aux marchés publics et délégations de service public et de proposer au Gouvernement et aux institutions en charge des marchés publics et délégations toutes recommandations ou propositions de nature à améliorer et renforcer l'efficience du système des marchés publics ;

1) Kwitwararika, biciye mu vyigwa n'ivyiyumviro bija birashikirizwa, ko amategeko n'ibikurikizwa bijanye n'amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi bishirwa mu ngiro neza no gushikiriza Reta n'ibisata bijejwe amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, ivyo rusaba ko vyokorwa canke ivyiyumviro vyotuma ibijanye n'ugutanga amasoko ya Reta birushirizaho gukorwa neza kandi bishinga imizi ;

2) Elaborer, diffuser et mettre à jour les documents types, manuels de procédures, guides d'évaluation et progiciel appropriés. Elle peut solliciter l'appui de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, des ministères techniques compétents et des organisations professionnelles ;

2) Gutegura, gukwiragizano gushira ku gihe inzandiko zifatirwako, ibitabu bitanga intumbero z'ingene amasoko atangwa, ibitabu ndongo zibifasha mu gusuzuma hamwe n'amaporogarame imashini nyabwonko zikoresha ajanye n'ivyo bikorwa. Urwego rurashobora gusaba ko rufashwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko mu gihugu, ubushikirangaji bubifitiye ububasha hamwe n'amashirahamwe abifisemwo ubuhinga ;

3) Collecter et centraliser, en collaboration avec la Direction nationale de contrôle des marchés publics, en vue de la constitution d'une banque de données, la documentation et les statistiques sur l'attribution, l'exécution et le contrôle des marchés publics et délégation de service public. A cet effet, l'ARMP reçoit des Autorités contractantes les copies des avis, autorisations, procès-verbaux, rapports d'évaluation, marchés et tout rapport d'activité dont elle assure la bonne tenue et la conservation dans les archives des marchés et conventions ;

3) Gutororokanya no gushira hamwe, rufadikanije n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, mu ntumbero y'ugushiraho ububiko bw'ibitororokanywa, inkuru n'ibiharuro vyerekeye itangwa ry'amasoko, ishirwa mu ngiro n'isuzuma ry'amasoko ya Reta n'ivyerekeye ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze. Kubera ivyo, Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rurahabwa n'Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, amakopi y'ivyiyumviro vyashikirijwe, impusha zatanzwe, amaraporo n'ivyegeranyo vyerekana uko isuzuma ryagenze, amasoko n'ikindi cegeranyo ico ari co cose c'ivyaranguwe urwo Rwego rushinzwe kubungabunga no gushingura mu bubiko bw'inzandiko zerekeye amasoko n'amasezerano ;

4) Evaluer périodiquement les capacités des institutions en charge des marchés publics et délégations de service public, ainsi que les procédures et les pratiques du système de passation des marchés publics en vue de proposer des actions correctives et préventives de nature à améliorer la qualité de leurs performances, dans un souci d'économie, de transparence et d'efficacité ;

4) Gusuzuma ku bihebitegekanijwe ubushobozi bw'ibisata bijejwe amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, hamwe n'ibikurikizwa n'ibisanzwe bikorwa vyerekeye itangwa ry'amasoko ya Reta mu ntumbero yo gushikiriza ivyokorwa mu ntumbero y'ugukosora n'ugukinga vyotuma ivyo bisata bikora neza gusumba, mu ntumbero yuko haba akunguko mu vy'ubutunzi, ugukora ku mugaragaro kandi neza ;

5) Initier des programmes de formation, de sensibilisation et d'information des opérateurs économiques et des institutions concernées par les marchés publics et les délégations de services publics, notamment à travers la publication régulière d'un Journal Officiel des Marchés Publics ;

5) Gushiraho imigambi y'ugutanga inyigisho, iy'uguhimiriza n'iy'ukumenyesha ibikenewe abagwizatunga n'ibisata vyerekewe n'amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, biciye nko mu kuja iratangazwa mu Kinyamakuru c'amasoko ya Reta ;

6) Suivre et apporter son appui à la mise en œuvre du programme de renforcement des capacités humaines et institutionnelles en matière de passation des marchés publics et délégation de services publics ;

6) Gukurikirana no gushigikira ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'ukwungura ubumenyi n'ubushobozi bw'abantu n'inzego mu bijanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta n'ivyerekeye ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze ;

7) Assurer le contrôle des procédures de certification des entreprises, participer à l'élaboration des normes, des spécifications techniques, des systèmes de management de la qualité applicables aux marchés publics et délégations de services publics ;

7) Gusuzuma ibikurikizwa mu kwemeza amashirahamwe, kugira uruhara mu gutegura amategeko, ibiranga ubuhinga, uburyo bw'ugutunganya ibikorwa bukurikizwa ku masoko ya Reta no ku bikorwa Reta yokoze bitumwa abandi ;

8) Assurer par le biais d'audits indépendants techniques ou financiers, le contrôle *a* posteriori de la passation, de l'exécution des marchés, particulièrement les marchés de gré à gré ou par entente directe et délégations de services publics. A cette fin, l'autorité de régulation des marchés publics commande, à la fin de chaque exercice budgétaire, un audit indépendant sur un échantillon aléatoire de marchés et transmet aux autorité compétentes les violations aux dispositions légales et réglementaire constatées en matière de passation, d'exécution et de contrôle des marchés publics ou délégations de services publics ;

8) Gusuzuma, amasoko amaze gutangwa kandi biciyemu masuzuma agirwa n'abahinga bigenga yerekeye ubuhinga canke amafaranga,itangwa ry'amasoko hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, ishirwa mu ngiro ryavyo na canecane amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro canke mu kwumvikana n'uwushobora kurishira mu ngiro ubwo nyene. Kubera ivyo, Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rurasaba ko hagirwa, uko umwaka Reta itegekanya gukoreshamwo amafaranga uheze, isuzuma ry'abahinga bigenga ku masoko atorwa mu yandi ata gifatiweko kandi rugashikiriza inzego zibifitiye ububasha ivyakozwe harenzwe ku bitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko rwabonye mu bijanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, ishirwa mu ngiro n'isuzuma ryavyo ;

9) Initier ou faire procéder sur la base d'une demande écrite ou d'une information émanant de toute personne intéressée, à tout moment, à des enquêtes portant sur la transparence et les conditions de régularité au regard des législations nationales et internationales des procédures de passation ainsi que des conditions d'exécution des marchés publics ou délégations de services publics.

9) Gukora canke gusaba ko hakorwa, rwisunze ivyasabwe biciye mu rwandiko canke inkuru zitangwa n'umuntu wese abifisemwo inyungu, igihe ico ari co cose, amatohoza y'ukuraba ko ibikurikizwa mu gutanga no mu gushira mu ngiro amasoko ya Reta canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi bikorwa ku mugaragaro kandi ko hakurikizwa amabwirizwa n'amategeko vy'igihugu na mpuzamakungu ;

10) A ce titre, l'ARMP est habilitée à ester en justice dans le cadre de sa mission d'assurer du respect par l'ensemble des acteurs du système de la réglementation en matière de marchés publics, de délégations de services publics et notamment à proscrire la corruption. Ces investigations sont menées par des agents assermentés de l'ARMP dont le recrutement, le statut et les pouvoirs sont déterminés par décret ;

10) Kubera ivyo, Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rurafise ububasha bw'ukwitura ubutungane mu ntumbero yo kurangura amabanga bushinzwe yerekeye gutuma abo bose bafise uruhara mu vyerekeye amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi bubahiriza amategeko, na canecane gutuza ibiturire. Ayo matohoza agirwa n'abakozi babirahiriye b'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta, uko binjizwa mu kazi, uko bafatwa imbere y'amategeko n'ububasha bafise bigashingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ;

11) Prononcer, conformément aux dispositions de la présente loi, des sanctions pécuniaires et éventuellement l'exclusion temporaire ou définitive visées dans la présente loi, à l'encontre des acteurs du secteur privé, en cas d'atteinte par ces derniers à la législation applicable, notamment dans les cas avérés de corruption et d'exécution des marchés publics et délégations de services publics ;

11) Gufatira ibihano abikorera utwabo, hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa, vy'ugutanga ihadabu, kandi bibaye ngombwa bagashobora gufatirwa ibihano vy'ugukurwa mu bashobora guhigarira amasoko ya Reta ivy'agateganyo canke burundu bitegekanijwe n'iri bwirizwa, mu gihe barenze ku mategeko akurikizwa nk'iyo bigaragaye ko batanze igiturire mw'ishirwa mu ngiro ry'amasoko ya Reta n'iry'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi ;

12) Recevoir les recours exercés par les candidats et soumissionnaires ;

12) kwakira ivyo abipfuza guhiganira isoko n'abahiganira isoko barushikiriza kugira rubatunganirize ;

13) S'auto-saisir des cas de violations de la législation sur les marchés publics et les délégations de services publics, tenter de concilier les parties concernées avant de statuer sur le litige et de se prononcer sur les recours qui opposent une ou plusieurs entités administratives ;

13) Kwibwiriza gukurikirana ivyakozwe harenzwe amategeko yerekeye amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, kugerageza kwumvikanisha abafitaniye amatati imbere y'ugufata ingingo kuri ayo matati no kugira ico rushikirije ku vyo rwashikirijwe n'abitwariye ingingo yerekeyeigisata c'ivyerekeye amasoko kimwe canke vyinshi ;

14) Recevoir et transmettre aux autorités compétentes les cas de violations constatées de la législation pénale, fiscale, sur la fonction publique et sur la concurrence ;

14) Kwakira no gushikiriza inzego zibifitiye ububasha ivyo Urwego rwabonye ko biciye kubiri n'amategeko mpanavyaha, ayagenga amakori, ayagenga akazi ka Reta n'ayagenga ihiganwa ;

15) Assurer la liaison avec tout organe ou institution régionale, communautaire ou international ayant compétence dans le domaine des marchés publics et créé aux termes d'un Traité ou d'une Convention a laquelle la République du Burundi est partie ;

15) Gutuma inzego z'igihugu zishinzwe ivyerekeye amasoko zigira imigenderanire n'urwego urwo ari rwo rwose canke igisata ico ari co cose c'akarere, c'ishirahamwe ryo mu karere Uburundi burimwo canke mpuzamakungu bifise ububasha mu vyerekeye amasoko ya Reta, vyashinzwe bivuye mu Masezerano mpuzamakungu Uburundi burimwo;

16) Recevoir ou transmettre toute information à l'institution susvisée spontanément ou à sa demande dès lors qu'elle rentre dans le champ de sa compétence ;

16) Kwakira inkuru yose yatanzwe canke kuyishikiriza inzego zihejeje kuvugwa, ruvyibwirije canke rubisabwe, mu gihe iyo nkuru ijanye n'ivyo urwego rufitiye ububasha;

17) Diligenter toute investigation à la requête de ladite institution s'agissant de violations à la réglementation régionale, communautaire ou internationale des marchés publics à l'occasion d'une procédure de passation ou d'exécution d'un marché public ou d'une délégation de service public, qu'elle ait commise sur le territoire de la République du Burundi ou d'une partie au Traité ou à la Convention, par une entreprise domiciliée au Burundi ;

17) Gukora canke gutuma gukora vyihuta itohoza iryo ari ryo ryose bisabwe n'izo nzego ku vyakozwe harenzwe amategeko y'akarere, ay'ishirahamwe ryo mu karere Uburundi burimwo canke mpuzamakungu agenga amasoko ya Reta, mu gihe c'ugutanga canke c'ugushira mu ngiro isoko rya Reta canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, vyaba vyakorewe ku gataka k'Uburundi canke ku gataka k'igihugu kiri mu Masezerano mpuzamakungu, bikaba vyakozwe n'ishirahamwe rikorera mu Burundi ;

18) Participer aux réunions régionales et internationales ayant trait aux marchés publics et délégations de services publics et entretenir des relations de coopération technique avec les organismes régionaux et internationaux agissant dans ce domaine ;

18) Kuja mu nama z'akarere na mpuzamakungu zerekeye amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi no gukomeza imigenderanire y'ugufashanya mu vy'ubuhinga n'amashirahamwe y'akarere na mpuzamakungu akora mu vyerekeye amasoko ya Reta ;

19) Transmettre au Président de la République, aux Vice-présidents de la République, au Président de l'Assemblée Nationale, au Président du Sénat et au Président de la Cour des comptes, un rapport annuel sur l'efficacité et la fiabilité du système de passation, d'exécution et de contrôle des marchés publics et délégations de services publics, assorti de toutes recommandations susceptibles de l'améliorer ;

19) Gushikiriza Umukuru w'Igihugu, Ivyegera vy'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'Umukuru wa Sentare icungera amatungo ya Reta, icegeranyo co ku mwaka ku mwaka cerekana ko ibijanye n'ugutanga amasoko ya Reta n'ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze, ukubishira mu ngiro n'ukubisuzuma bikorwa neza kandi ku buryo bwizewe, ico cegeranyo kikaba kirimwo ivyo rusaba ko vyokorwa bishobora gutuma birangurwa neza gusumba ;

20) Réaliser toute autre mission relative aux marchés publics qui lui est confiée par le gouvernement.

20) Kurangura uwundi murimo uwo ari wo wose werekeye amasoko ya Reta urwo rwego rwoshingwa na Reta.

TITRE III : DES PROCEDURES DE PASSATION DES MARCHES PUBLICS

IKIGABANE CA III : IBIKURIKIZWA MU GUTANGA AMASOKO YA RETA

CHAPITRE I : DE LA DETERMINATION DES BESOINS

IGICE CA MBERE : UGUTOMORA IBIKENEWE

Section 1 : De la nature et de l'étendue des besoins

Agace ka 1 : Ibikenerwa ivyo ari vyo n'uko biba bingana

Article 36 : Du principe

La nature et l'étendue des besoins à satisfaire sont déterminées avec précision par les autorités contractantes avant toute procédure de passation des marchés publics. Le marché conclu par l'autorité contractante doit avoir pour objet exclusif de répondre à ces besoins.

Ingingo ya 36 : Ingingo ngenderwako

Ibikenerwa ivyo ari vyo n'uko biba bingana bitomorwa neza n'inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano imbere yuko hakorwa ico ari co cose kijanye n'ugutanga amasoko ya Reta. Isoko ritanzwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ritegerezwa kuba rifise intumbero yo gutorera inyishu ivyo biba bikenewe vyonyene gusa.

Article 37 : De la possibilité de passer un marché à commandes

L'Autorité contractante peut passer un marché à commandes, dans les conditions fixées aux articles 78 et 79, lorsque le rythme ou l'étendue des besoins à satisfaire ne peuvent pas être arrêtés dans le marché, pour des raisons économiques, techniques ou financières.

Ingingo ya 37 : Ugushoboragutanga isoko ry'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora gutanga isoko ry'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe hubahirijwe ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 78 n'iya 79, mu gihe umurindi ibintu bikenerwako canke uko bingana bidashobora gutegekanywa mw'isoko ry'ukubigurira rimwe vyose, kumvo zijanye n'ubutunzi, ubuhinga canke amafaranga.

Section 2 : De la détermination des spécifications techniques

Agace ka 2: Ugutomora ibiranga ubuhinga

Article 38 : Des modalités des spécifications techniques

Ingingo ya 38: Ingene ibiranga ubuhinga bitomorwa

La détermination des besoins s'appuie sur des spécifications techniques définies avec objectivité, neutralité et professionnalisme au regard des biens à acquérir. Le marché public ou la délégation de service public conclu par l'Autorité contractante vise exclusivement de répondre à ces besoins.

Mu gutomora ibikenewe hisungwa ibiranga ubuhinga bitomoye neza, ata guhengama kandi hisunzwe ibitegerejwe bijanye n'ubuhinga hafatiwe ku bikenewe kugurwa.Isoko rya Reta canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi bitangwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano bifise intumbero yo gutorera inyishu ivyo biba bikenewe vyonyene gusa.

Article 39 : De l'autorité habilité à déterminer les besoins

Ingingo ya 39: Urwego rufise ububasha bwo gutomora ibikenewe

La détermination des besoins est de la compétence de l'Autorité contractante, en collaboration avec les services bénéficiaires.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ni rwo rufise ububasha bw'ugutomora ibikenewe rufadikanije n'ibisata isoko ryerekeye.

CHAPITRE II : DE LA PLANIFICATION DES MARCHES PUBLICS

IGICE CA II: IVYEREKEYE INDINGANIZO AMASOKO YA RETAYISUNGA

Section 1 : Du plan prévisionnel des marchés publics

Agace ka 1: Indinganizo y'amasoko ya Reta ategekanywa gutangwa

Article 40 : De l'élaboration du plan prévisionnel

Ingingo ya 40: Ugutegura indinganizo y'amasoko ya Reta

Avant fin février de chaque année, les Autorités contractantes sont tenues d'élaborer des plans prévisionnels annuels de passation des marchés publics sur base de leurs programmes d'activités.

Ku mwaka ku mwaka imbere yuko ukwezi kwa Ruhuhuma kurangira, Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zitegerezwa gutegura indinganizo z'amasoko ya Reta ategekanywa gutangwa ku mwaka ku mwaka hafatiwe ku bitegekanijwe kurangurwa.

Les plans prévisionnels annuels de passation des marchés publics montrent tous les projets de marchés y compris, dans la mesure du possible, les demandes de cotation.

Indinganizo z'amasoko ya Reta ategekanywa gutangwa ku mwaka ku mwaka zirerekana integuro zose z'amasoko harimwo, iyo bishoboka, n'amasoko matomato atangwa biciye mu gusaba ibiciro.

Article 41 : De l'approbation et de la publicité

Les plans prévisionnels annuels de passation des marchés publics dûment approuvés par les organes compétents tiennent compte des crédits qui leur sont alloués. Ils sont révisables.

Ils sont transmis, pour validation, à la direction nationale de contrôle des marchés publics. Les autorités contractantes en assurent la publicité dans le journal des marchés publics ou dans un journal à grande diffusion nationale et/ou internationale, ainsi que sur le site web des marchés publics.

Ingingo ya 41: Ukwemeza indinganizo z'amasoko ategekanywa gutangwa n'ukuzitangaza

Indinganizo z'amasoko ya Reta ategekanywa gutangwa ku mwaka ku mwaka yemejwe uko bitegerejwe n'inzego zibifitiye ububasha zitegurwa hisunzwe amafaranga ategekanirijwe ayo masoko. Izo ndinganizo zirashobora gusubirwamwo.

Izo ndinganizo zirungikirwa Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu kugira buzemeze. Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano ziratangaza izo ndinganizo mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke mu kinyamakuru gisomwa na benshi mu gihugu canke ku rwego mpuzamakungu, zikongera zikazitangaza biciye ku rubuga mvajuru rw'amasoko ya Reta.

Article 42 : De l'inscription préalable des marchés aux plans prévisionnels

Sous réserve de l'appréciation par la direction nationale de contrôle des marchés publics, les marchés passés par les autorités contractantes sont préalablement inscrits dans ces plans prévisionnels ou révisés, sous peine de nullité.

Ingingo ya 42: Ukubanza kwandikisha amasoko ya Reta mu ndinganizo z'amasoko ategekanywa gutangwa

Hatirengagijwe isuzuma rigirwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, amasoko atangwa n'inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano abanza kwandikwa muri izo ndinganizo canke agasubirwamwo, kugira ntabe impfagusa.

Article 43 : De l'interdiction de morcellement

Tout morcellement de commande, qu'il soit ou non la conséquence d'une inobservation du plan annuel de passation des marchés publics, est prohibé.

Ingingo ya 43: Ukubuza guca mu mice amasoko y'ivyimuka

Uguca mu mice amasoko y'ivyimuka uko ari kwo kwose, biba bivuye canke bitavuye ku ngaruka z'ukudakurikiza indinganizo yo ku mwaka ku mwaka yerekeye ugutanga amasoko ya Reta, birabujijwe.

Section 2 : De l'avis général de passation de marchés

Agace ka 2: Itangazo rusangi ryerekeye itangwa ry'amasoko ya Reta

Article 44 : De l'élaboration d'un avis général

Ingingo ya 44: Integuro y'itangazo rusangi ryerekeye amasoko ya Reta

Les Autorités contractantes, une fois leurs plans prévisionnels annuels de passation des marchés approuvés, publient au plus tard le 31 mars de chaque année, au moyen d'un avis général d'appel d'offres, les caractéristiques descriptives essentielles des marchés de travaux, fournitures et services dont les montants estimés hors taxes atteignent le seuil de contrôle *a priori* de la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, hamaze kwemezwa indinganizo zazo z'amasoko ategekanywa gutangwa ku mwaka ku mwaka,ziramenyesha ku mwaka ku mwaka hatarenze igenekerezo rya 31 Ntwarante, zibicishije mw'itangazo rusangi rihamagarira guhiganira amasoko, ibikurubikuru biranga amasoko yerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka hamwe n'ubuzi amafaranga bisaba hatarimwo amatagisi ashikira urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga rubanza gusuzumwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Article 45 : De la publicité

Ingingo ya 45: Ugutangaza amasoko

Les Autorités contractantes assurent la publicité d'un avis général dans le journal des marchés publics ou dans un journal à grande diffusion nationale ou internationale, ainsi que sur le site web des marchés publics.

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano ziramenyekanisha itangazo rusangi ryerekeye amasoko ya Reta mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke mu kinyamakuru gisomwa na benshi mu gihugu canke ku rwego mpuzamakungu, zikongera zikarimenyekanisha biciye ku rubuga mvajuru rw'amasoko ya Reta.

Les Autorités contractantes restent libres de ne pas donner suite aux projets d'achats publics mentionnés dans l'avis indicatif.

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zigumana uburenganzira bwo kutagira ico zishikirije ku nteguro z'amasoko ya Reta avugwamw'itangazo rimenyesha urutonde rw'amasoko ategekanywa mu ntango z'umwaka .

Section 3 : De l'allotissement

Agace ka 3: Ukugabura isoko mu mice

Article 46 : De la notion d'allotissement

Ingingo ya 46: Igihe isoko rigaburwa mu mice

La procédure d'allotissement est appliquée lorsqu'elle présente des avantages financiers ou techniques pour les travaux, fournitures ou services répartis en lots homogènes pouvant donner lieu, soit à un marché unique, soit à des marchés séparés.

Uburyo bw'ukugabura isoko mu mice bukurikizwa mu gihe butanga uturusho tw'amafaranga canke tw'ubuhinga ku bijanye n'ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi bigabuwe mu mice igizwe n'ibintu bimwe bigashobora kuba isoko rimwe rudende, canke amasoko agabuwe mu mice itandukanye.

Article 47 : De la procédure suivie

En cas de marché unique, le dossier d'appel d'offres précise si le marché est conclu en entreprise générale ou en groupement d'entreprises conjointes et solidaires avec désignation d'un mandataire commun.

En cas de marchés séparés, le dossier d'appel d'offres désigne, le cas échéant, le lot dont l'attributaire est mandataire commun chargé de la coordination de l'exécution du marché.

Ingingo ya 47: Uburyo bukurikizwa

Mu gihe ari isoko rimwe rudende, idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa iratomora nimba amasezerano yerekeye isoko yagizwe n'ishirahamwe rimwe rikora ibikorwa bitandukanye canke urunani rw'amashirahamwe aho rimwerimwe ryose ribazwa ku vyo ryaranguye canke akiyemeza kubarizwa hamwe ivyo arangura, akagena ishirahamwe rimwe riyaserukira.

Mu gihe ari isoko rigabuwe mu mice itandukaye, idosiye idondora ivyerekeye iryo soko rihiganirwa iratomora, bibaye ngombwa, umuce ishirahamwe ryawutsindiye ari ryo rica rigenwa ngo riserukire ayandi kandi rikaba rijejwe gukurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'isoko ryose.

Article 48 : De la fixation du nombre, de la nature et de l'importance des lots

Le dossier d'appel d'offres fixe le nombre, la nature et l'importance des lots, ainsi que les conditions imposées aux candidats pour souscrire à un ou à plusieurs lots ainsi que les modalités de leur attribution.

Chaque lot fait l'objet d'une offre séparée.

Toutefois, le soumissionnaire peut établir une offre éventuellement pour plusieurs lots à condition que chaque lot fasse l'objet d'une offre séparée.

Ingingo ya 48: Ishingwa ry'igitigiri c'imice, uko imeze n'amafaranga itwara

Idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa irashinga igitigiri c'imice, uko imeze n'amafaranga itwara hamwe n'ibisabwa abipfuza guhiganira isoko kugira biyemeze guhiganira umuce umwe canke imice myinshi igize isoko hamwe n'ingene itangwa.

Umuce umwumwe wose ugirirwa idosiye yawo.

Ariko, uwuhiganira isoko arashobora gutegura idosiye ishobora kuba yerekeye imice myinshi ariko umuce umwumwe wose ukagirirwa idosiye yawo.

Article 49 : Du rabais

Le soumissionnaire peut compléter son offre en mentionnant le rabais global qu'il consent en cas de réunion de certains lots ou de tous les lots pour lesquels il a soumissionné.

Le rabais, dont il est question à l'alinéa précédent, est exprimé en pourcentage.

Ingingo ya 49: Amafaranga agabanywa ku biciro

Uwuhiganira isoko arashobora kwongera mu vyo ashikiriza mw'idosiye y'uguhiganira isoko amafaranga yose azogabanya ku biciro mu gihe aronkeye rimwe imice imwimwe canke imice yose y'isoko yahiganiye.

Amafaranga agabanywa ku biciro avugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo aharurwa mu bice kw'ijana.

Article 50 : Des modalités d'attribution des lots

Dans le cas où il est prévu d'attribuer plus d'un lot à un soumissionnaire, le dossier d'appel d'offres indique que les marchés seront attribués sur la base de la combinaison des lots évaluée comme étant la moins disante par l'Autorité contractante.

Si deux ou plusieurs soumissionnaires ont remis le même prix, une nouvelle demande de prix est adressée à ces soumissionnaires seulement. Ceux-ci remettent une nouvelle soumission dans un délai fixé par le président de la commission de passation. Le prix proposé ne peut être supérieur à celui qui avait été proposé.

Ingingo ya 50: Ingene hatangwa isoko rigabuwe mu mice

Mu gihe hategekanijwe guha uwuhiganira isoko rigizwe n'imice myinshi, idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa irerekana ko amasoko atangwa mu gushira hamwe imice y'isoko Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rufata ko ari yo itwara amafaranga make.

Iyo abahiganira isoko babiri canke barenga batanze igiciro kimwe, baca basabwa bonyene gutanga ibindi biciro bishasha. Bashikiriza ibindi biciro mu kiringo gishingwa n'umukuru ajejwe gutanga amasoko ya Reta. Igiciro gishikirizwa ntigishobora kuruta icari catanzwe ubwa mbere.

Article 51 : Cas de non attribution d'un lot

Si, dans le cadre d'un appel d'offres, un ou plusieurs lots ne sont pas attribués, l'Autorité contractante entame de nouvelles procédures d'appel à la concurrence pour les lots non attribués en modifiant, s'il y a lieu, la consistance desdits lots.

Ingingo ya 51: Igihe hari umuce w'isoko ata wawutsindiye

Iyo, mu gihe habaye itangazo rihamagarira abahiganira isoko, habonetse umuce umwe w'isoko canke myinshi atawayitsindiye, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurasubira gutunganya ibijanye n'uguhamagarira abahiganira iyo mice y'isoko ata wayitsindiye rugahindura, iyo bikenewe, uko ibigizeiyo mice bingana

Section 4 : De la disponibilité des crédits

Agace ka 4: Amafaranga ashobora kuboneka

Article 52: Du principe

Le lancement d'une procédure de passation d'un marché public doit se conformer à la législation sur les finances publiques.

Ingingo ya 52: Ingingo ngenderwako

Ugutanguza ivyerekeye itangwa ry'isoko rya Reta bitegerezwa kwubahiriza amategeko yerekeye amafaranga yinjira mu kigega ca Reta.

Article 53 : De la nécessité de la disponibilité du financement

L'Autorité contractante s'assure de la disponibilité du financement avant le lancement de l'appel à la concurrence, conformément à son plan prévisionnel annuel de passation de marchés et ce, jusqu'à sa notification définitive.

Ingingo ya 53: Ukuba amafaranga akenewe ashobora kuboneka

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurasuzuma ko amafaranga akenewe ashobora kuboneka imbere y'uguhamagarira guhiganira amasoko, hisunzwe indinganizo y'amasoko ategekanywa gutangwa ku mwaka ku mwaka, ivyo na vyo bikagirwa gushika rumaze kumenyesha burundu ko amafaranga akenewe ashobora kuboneka.

CHAPITRE III : DES MODES DE PASSATION DES MARCHES PUBLICS

IGICE CA III: UBURYO BW'UGUTANGA AMASOKO YA RETA

Section 1 : Des dispositions générales

Agace ka 1 : Ingingo ngenderwako

Article 54 : De l'appel d'offre

Les marchés publics sont passés après mise en concurrence des candidats potentiels sur appel d'offres. Les Autorités contractantes choisissent les modes de conclusion de leurs marchés, conformément aux dispositions de la présente loi.

L'appel d'offre est la procédure par laquelle l'Autorité Contractante choisit l'offre, conforme aux spécifications techniques, évaluée la moins-disante, et dont le soumissionnaire satisfait aux critères de qualification. Cette procédure se conclut sans négociation. Elle se fait sur base de critères objectifs d'évaluation préalablement portés à la connaissance des candidats dans le dossiers d'appel d'offres et exprimés en termes monétaires. L'appel d'offres peut être ouvert, restreint ou avec concours.

Ingingo ya 54: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Amasoko ya Reta atangwa hamaze kuba ihiganwa ry'abavyipfuza, babimenyeshejwe biciye mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko. Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirahitamwo uburyo bw'ugupfundika amasezerano yerekeye amasoko hisunzwe ibitegekanijwe muri iri bwirizwa.

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko ni igikorwa c'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano aho ruhitamwo idosiye y'ivyiyemejwe n'uwuhiganira isoko ikwije ibisabwa bijanye n'ubuhinga kandi rusanze ari vyo bizimbutse ku bindi, kandi nyene guhiganira isoko akaba akwije ibisabwa kugira atorwe. Ico gikorwa kigirwa ata mikebukano ibaye. Ico gikorwa cisunga ibifatirwako bitomoye biba vyabanje kumenyeshwa abipfuza guhiganira isoko mw'idosiye idondora ivyerekeye uguhiganira isoko kandi biharurwa mu mafaranga. Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rishobora kwerekera abantu bose bakwije ibisabwa, bakeyi canke bagahiganira isoko mu gukora ikibazo.

Article 55 : De la liberté d'accès à la commande publique de l'égalité de traitement

Tout entrepreneur, fournisseur ou prestataire de services peut se porter librement candidat aux marchés publics dans les conditions prévues par la présente loi. Il bénéficie d'une égalité de traitement dans l'examen de sa candidature ou de son offre.

Ingingo ya 55: Uburenganzira bw'uguhiganira isoko rya Reta n'ugufatwa kumwe ku bipfuza kurihiganira

Uwufise ishirahamwe ry'ukwubaka wese, uwutanga ivyimuka canke uwurangura ubuzi arafise uburenganzira bw'ukuja mu bipfuza guhiganira amasoko ya Reta hakurikijwe ibisabwa bitegekanijwe n'iri bwirizwa. Uwo ari we wese muri bo arafise uburenganzira bw'uko idosiye yiwe canke ivyo yashikirije vyihwezwa co kimwe n'ivy'abandi.

Article 56 : De l'appel d'offres comme règle de passation des marchés publics

L'appel d'offres ouvert est la règle. Le recours à tout autre mode de passation s'exerce dans les conditions définies par la présente loi.

Ingingo ya 56: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko bifatwa nk'itegeko rikurikizwa mu gutanga amasoko ya Reta

Itangazo rihamagarira bose guhiganira isoko ni itegeko. Ugutanga amasoko biciye mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose bigirwa hakurikijwe ibisabwa bitomowe n'iri bwirizwa.

Les marchés publics peuvent exceptionnellement être passés selon la procédure de gré à gré ou d'entente directe dans les conditions définies dans la présente loi.

Amasoko ya Reta arashobora gutangwarimwe na rimwe biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko canke mu kwumvikana n'uwushobora kurishira mu ngiro ubwo nyene hisunzwe ibisabwa bitomowe muri iri bwirizwa.

Article 57 : Des modalités de passation des marchés de prestations intellectuelles

Les marchés de prestations intellectuelles sont passés après consultation et remise de propositions, conformément aux dispositions des articles 85 à 96 de la présente loi.

Ingingo ya 57: Ingene hatangwa amasoko yerekeyeibikorwa mvabwenge

Amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge atangwa hamaze kuba umwumvikano no gushikiriza ivyo abipfuza guhiganira isoko bazokora, hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 85 gushika ku ya 96 z'iri bwirizwa.

Article 58 : De la demande de cotation

En dessous des seuils de passation de marchés, les Autorités contractantes peuvent avoir recours, à des procédures de demande de cotation à condition qu'elles respectent les principes de base de gestion des marchés publics prévus par la présente loi.

Ingingo ya 58: Ukurondera abahiganira isoko biciye mu gusaba ibiciro

Ku masoko ya Reta adashikana urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara, Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirashobora gukoresha uburyo bwo gusaba ibiciroari uko izo nzego zubahirije ingingo ngenderwako zigenga itunganywa ry'amasoko ya Reta zitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 59 : Du contenu des demandes de cotation

Les demandes de cotation précisent les spécifications techniques requises par l'Autorité contractante, les obligations auxquelles sont assujetties les parties et les modalités d'exécutions des prestations.

Les règles et modalités de ces procédures sont précisées par voie réglementaire.

Ingingo ya 59: Ibishirwa mu nzandiko z'ugusaba ibiciro

Inzandiko z'ugusaba ibiciro ziratomora ibiranga ubuhinga bisabwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, ibitegerejwe ku wutanga isoko n'abazorihiganira hamwe n'ibizokurikizwa mu gushira mu ngiro ibikorwa.

Ingingo n'uburyo bikurikizwa mu gusaba ibiciro bitomorwa biciye mw'itegeko rishira mu ngiro iri bwirizwa.

Article 60 : Du régime fiscal des marchés publics

Sous réserve des dérogations prévues par loi et les conventions de financement d'aides extérieures ou des conventions et accords internationaux, les marchés publics sont soumis au régime fiscal et douanier en vigueur en République du Burundi.

Ingingo ya 60: Amategeko yerekeye amakori n'amatagisi arihwa ku masoko ya Reta

Hatirengagijwe ibituma hadatangwa amakori n'amatagisi bitegekanijwe n'amategeko n'amasezerano yerekeye imfashanyo z'amafaranga ziva hanze y'igihugu canke ibitegekanijwe mu masezerano mpuzamakungu, amasoko ya Reta agengwa n'amategeko yerekeye amakori n'amatagisi n'ayagenga amaduwane asanzwe akurikizwa mu Burundi.

Article 61 : De la computation des délais

Sauf s'il en est disposé autrement par la présente loi, les délais de procédure ne prennent pas en compte les jours fériés.

Ingingo ya 61: Ingene ibiringo biharurwa

Kiretse iri bwirizwa ribitegekanya ukundi, iminsi y'akaruhuko ntiharurwa mu minsi y'ibiringo bijanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta.

Section 2 : Des marchés avec appel d'offres

Agace ka 2: Amasoko atangwa biciye mw'itangazo rihamagarira guhiganira amasoko

Sous-section 1 : De l'appel d'offres ouvert

Agahimba k'agace ka 1: Itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko

Article 62 : De la portée de l'appel d'offres ouvert

L'appel d'offres est dit ouvert lorsque tout candidat qui n'est pas exclu pour l'une ou l'autre cause d'inéligibilité prévue aux articles 161 et 162 de la présente loi et d'autres textes législatifs, peut soumettre une offre.

Ingingo ya 62: Aberekewe n'itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko

Itangazo rihamagarira guhiganira amasoko rifatwa ko ryerekeye abakwije ibisabwa bose mu gihe uwipfuza wese guhiganira isoko atakuwe mu bahiganira isoko ku mvo iyi canke iyindi y'ukutarekurirwa guhiganira isoko itegekanijwe mu ngingo ya 161 n'iya 162 z'iri bwirizwa n'ayandi mategeko, arashobora gushikiriza idosiye y'uguhiganira isoko.

L'appel d'offres peut être ou non précédé d'une procédure de pré-qualification conformément aux dispositions de l'article 64 à 67 de la présente loi.

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rishobora kugirwa habanje canke hatabanje kuba igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 64 gushika ku ya 67 z'iri bwirizwa.

Article 63 : De la validité de l'appel d'offres ouvert

Ingingo ya 63: Ikiringo itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko rimara ryemewe

L'appel d'offres ouvert n'est valable que si, après avoir respecté toutes les dispositions réglementaires, l'Autorité contractante compétente a reçu au moins une soumission jugée recevable et conforme.

Itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko ryemerwa ari uko, hamaze kwubahirizwa ibitegekanijwe n'amategeko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rubifitiye ububasha rwaronse n'imiburiburi idosiye y'uguhiganira isoko ishobora kwakirwa kandi ikwije ibisabwa n'amategeko.

Sous-section 2 : De l'appel d'offres précédé d'une pré-qualification.

Agahimba k'agace ka 2: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa habanje kuba igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko

Article 64 : De la portée de l'appel d'offres précédé d'une pré-qualification

Ingingo ya 64: Aberekewe n'itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa habanje kuba igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko.

L'appel d'offres ouvert peut être précédé d'une pré-qualification dans le cas des travaux ou d'équipements importants, complexes ou des services spécialisés. Le dossier de pré qualification ne requiert pas d'avis de non objection de la DNCMP.

Itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko rishobora kugirwa habanje kuba igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko mu gihe ari ibikorwa vy'ukwubaka canke ivyubakwa bihambaye, bitandukanye kandi bigoye canke ubuzi busaba ubuhinga budasanzwe. Idosiye yerekewe n'igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko ntisaba ko Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu burinda kuyemeza.

L'avis de pré-qualification est publié dans les mêmes conditions que l'avis d'appel d'offres.

Itangazo rihamagarira abazotorwamwo ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko rishikirizwa nk'uko hashikirizwa itangazo rihamagarira guhiganira isoko.

Article 65 : Du contenu du dossier de pré-qualification

Le dossier de pré-qualification contient au moins :

1) Les renseignements relatifs aux travaux, fournitures ou prestations qui font l'objet de la pré-qualification ;

2) Une description précise des conditions à remplir pour être pré-qualifié ;

3) Les délais dans lesquels les résultats de la pré-qualification seront connus des candidats.

Ingingo ya 65: Ibishirwa mw'idosiye yerekewe n'igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko

Idosiye yerekewe n'igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko irimwo n'imiburiburi :

1) Ibimenyeshwa vyerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi bisaba kubanza kwemererwa ;

2) Insiguro itomoye y'ibisabwa kugira umuntu canke ishirahamwe ryemererwe kuja mu bahiganira isoko ;

3) Ibiringo abipfuza kwemererwa bazoba bahawemwo inyishu y'ivyo basaba.

Article 66 : Des critères de pré-qualification des candidats

L'examen de la pré-qualification des candidats s'effectue exclusivement en fonction de leur aptitude à exécuter le marché de façon satisfaisante et selon les critères suivants repris dans les termes de référence :

1) Les références concernant des marchés analogues ;

2) Les effectifs techniques ;

3) Les installations et matériels dont les candidats disposent pour exécuter le marché ;

4) La situation financière.

Ingingo ya 66: Ibifatirwako mu gutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko

Ugusuzuma ibifatirwako mu gutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko bigirwa gusa hafatiwe ku bushobozi bafise bwo gushira mu ngiro isoko mu buryo bushimishije kandi hisunzwe ibifatirwako biri mu vyisungwa :

1) Ivyisungwa vyerekeye amasoko asa ;

2) Ibiharuro vyerekeye ibijanye n'ubuhinga ;

3) Ivyubatswe n'ibikoresho abipfuza guhiganira isoko bafise kugira bashire mu ngiro isoko ;

4) Ingene ivyerekeye amafaranga vyifashe.

Article 67 : De la transmission du rapport de pré-qualification

Le rapport de pré-qualification établi par la commission de passation du marché est transmis à la personne responsable des marchés pour approbation et validation.

Ingingo ya 67: Ukurungika icegeranyo cerekeye ugutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko

Icegeranyo cerekeye ugutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko kigirwa n'umugwi ujejwe ugutanga amasoko ya Reta kirungikirwa Umuntu ashinzwe amasoko kugira acemeze.

Le dossier d'appel d'offres accompagné du rapport de pré-qualification de la liste restreinte des candidats est transmis à la DNCMP pour avis de non objection.

Idosiye ihamagarira guhiganira isoko iri kumwe n'icegeranyo cerekeye urutonde rw'abantu bakeyi batowe ivy'intangamarara mu bipfuza guhiganira isoko irungikirwa Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu kugira buyemeze.

Article 68 : Des modalités de l'appel d'offres en deux étapes

Ingingo ya 68: Ingene itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri

Le marché ne peut faire l'objet d'un appel d'offres en deux étapes, que lorsque l'Autorité contractante fait son choix sur la base des critères de performance et non de spécifications techniques détaillées.

Isoko rishobora gusa kugirirwa itangazo rihamagarira kurihiganira mu ntambwe zibiri, ari uko Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutoye abarihiganira rwisunze ibifatirwako bijanye n'ubushobozi aho gufatira kw'ido n'ido ry'ibiranga ubuhinga.

Le cas échéant, l'appel d'offres en deux étapes est précédé d'une pré-qualification conduite selon les dispositions des articles 75 à 78 ci-dessus.

Iyo bikenewe, itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri habanje kuba igikorwa c'ugutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko gikorwa hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 75 gushika ku ya 78.

Article 69 : De l'obligation de motivation du recours à l'appel d'offres en deux étapes

Ingingo ya 69: Ugutegerezwa gutanga imvo zituma itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri

Le recours à la procédure de l'appel d'offres en deux étapes est motivé et est soumis à l'autorisation préalable de la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Ukugira itangazo mu ntambwe zibiri rihamagarira guhiganira isoko biratangirwa imvo kandi bibanza gutangirwa uruhusha n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Article 70 : De la procédure d'appel d'offres en deux étapes

Ingingo ya 70: Ibikurikizwa mu kugira itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri

Dans la procédure d'appel d'offres en deux étapes, les candidats sont d'abord invités à remettre des propositions techniques, sans indication de prix sur la base de principes généraux de conception ou de normes de performance, et sous réserve de précisions et d'ajustements ultérieurs d'ordre aussi bien technique que commercial.

Mu kugira itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri, abipfuza guhiganira isoko babanza gusabwa gushikiriza ivyo biyemeje bijanye n'ubuhinga, badashizeko ibiciro bafatiye ku ngingo ngenderwako z'ingene igikorwa giteguwe kurangurwa canke hisunzwe ibikurikizwa mu kuraba ko uwipfuza guhiganira isoko abishoboye, kandi hatirengagijwe ibitomorwa n'ibizogororwa mu vyerekeye ubuhinga n'ubudandaji.

Ensuite, après l'évaluation des offres par l'Autorité contractante au titre de la première étape, les soumissionnaires qui satisfont au minimum acceptable des critères de qualification et qui ont soumis une offre techniquement conforme, sont invités à participer à une seconde étape au cours de laquelle ils présentent des propositions techniques définitives assorties de prix, sur la base du dossier d'appel d'offres préalablement révisé par l'Autorité contractante. Les termes de cette révision doivent être objectifs, non discriminatoires et ne peuvent être de nature à porter atteinte aux conditions d'égalité et de concurrence des soumissionnaires.

Ivyo birangiye, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rumaze kwihweza ivyashikirijwe n'abahiganira isoko ku muce wa mbere, abahiganira isoko bakwije ibisabwa ku rugero n'imiburiburi bishobora kwemerwa kandi bashikirije idosiye yerekeye ubuhinga ikwije ibisabwa, bahamagarirwa kuza guhiganwa ku ntambwe igira kabiri ari naho bashikiriza ivyo biyemeje burundu bijanye n'ubuhinga biri kumwe n'*ibiciro*, *hafatiwe kw'idosiye idondora ivyerekeye* isoko rihiganirwa yabanje gusubira kwihwezwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano. Ivyisungwa mu gusubira kwihweza iyo dosiye bitegerezwa kuba bitomoye, ata we bikumira kandi bituma abahiganira isoko bose bafatwa kumwe kandi bagira uburenganzira bumwe bw'uguhiganwa.

Sous-section 3 : De l'appel d'offres ouvert avec concours

Agahimba ka 3: Itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko hakozwe ikibazo.

Article 71 : De la portée de l'appel d'offres ouvert avec concours

Ingingo ya 71: Aberekewe n'itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko mu gukora ikibazo

L'appel d'offres peut revêtir la forme d'un concours lorsque des motifs d'ordre technique, esthétique et financier exigent des recherches portant sur la conception d'une œuvre ou d'un projet en matière architecturale.

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rishobora gutegurwa nk'ikibazo mu gihe hari imvo ziva ku buhinga, ukuryohora no ku mafaranga zituma hagirwa ubushakashatsi bwerekeye ukwiyumvira igikorwa canke integuro ijanye n'ubuhinga bw'ukwubaka.

Article 72 : Des conditions de l'appel d'offres avec concours

Ingingo ya 72: Ibisabwa mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko mu gukora ikibazo

Le mode d'appel d'offres avec concours est recommandé dans les cas suivants :

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko mu gukora ikibazo rikoreshwa mu bihe bikurikira :

1) Lorsque l'administration n'est pas en mesure de définir les grandes lignes de la conception de l'ouvrage ;

1) Mu gihe abajejwe intwaro badashobora gutomora ibikurubikuru biranga uko igikorwa ciyumviriwe ;

2) Lorsque les ouvrages comportent des dispositions qui sont fonction de procédés techniques spéciaux.

2) Mu gihe ivyubakwa bitunganywa biciye ku buhinga budasanzwe.

Article 73 : Des modalités d'application

Le concours a lieu sur base d'un programme établi par l'Autorité contractante qui fournit les données nécessaires notamment les besoins à satisfaire, les contraintes fonctionnelles et techniques, ainsi que les exigences à respecter.

L'Autorité contractante fixe le cas échéant le maximum du budget alloué à ce marché.

Ingingo ya 73: Ingene isoko rihiganirwa hakozwe ikibazo

Ikibazo gikoreshwa hafatiwe ku ndinganizo itegurwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ari na rwo rutanga ibikenewe kumenyeshwa nk'ikibazo Reta ishaka gutorera inyishu, inzitizi zishobora kuboneka mu bikorwa no mu buhinga hamwe n'ibisabwa bitegerezwa kwubahirizwa.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashinga, iyo bikenewe, urugero ntarengwa rw'amafaranga ategekanirijwe iryo soko.

Article 74 : Du règlement particulier de l'appel d'offres avec concours

Le règlement particulier de l'appel d'offres avec concours prévoit :

1) Des primes, récompenses ou tout autre avantage à allouer aux soumissionnaires les mieux classés ;

2) Que les projets primés deviennent en tout ou en partie propriété de l'Autorité contractante.

Ingingo ya 74: Itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko hakozwe ikibazo

Itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko mu gukora ikibazo ritegekanya :

1) Udushirukabute, impembo canke akandi karusho kose bihabwa abahiganira isoko barushije abandi ;

2) Ko imigambi yatowe mu yindi yegukira yose canke igice cayo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Article 75 : Des conditions de participation à l'appel d'offres avec concours

Le règlement particulier de l'appel d'offres avec concours indique dans quelles conditions les hommes de l'art et les auteurs des projets sont appelés à coopérer à l'exécution de leur projet primé.

Si les projets ne sont pas jugés satisfaisants, les primes, récompenses ou avantages prévus à l'article 74 point 1 peuvent être refusés.

Dans ce dernier cas, l'auteur du projet conserve ses droits de propriété sur son œuvre.

Ingingo ya 75: Ibisabwa kugira umuntu aje mu bahiganira isoko mu gukora ikibazo

Itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko mu gukora ikibazo rirerekana ingene abahinga n'abateguye imigambi bahamagarirwa gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'umugambi wabo washimwe.

Iyo imigambi yashikirijwe idashimishije, udushirukabute, impembo canke uturusho bitegekanijwe mu ngingo ya 74, akarongo ka 1 birashobora kudatangwa.

Muri ico gihe, uwateguye umugambi agumana uburenganzira bwo kuba nyene igikorwa.

Article 76 : De la désignation des membres du jury

Les prestations dans un appel d'offres avec concours sont examinées par un jury dont les membres, indépendants des participants, sont désignés par l'autorité qui a lancé le concours.

Au moins un tiers des membres du jury est composé de personnalités ayant des compétences dans la matière qui fait l'objet du concours.

La liste des membres du jury est soumise pour avis à la Direction nationale de contrôle des marchés publics. Cet avis est donné dans les cinq (5) jours ouvrables suivant la saisine de la Direction.

Ingingo ya 76: Ukugena abagize umugwi ukoresha ikibazo

Ibikorwa bishikirizwa mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko hakozwe ikibazo vyihwezwa n'umugwi ukoresha ikibazo, abagize uwo mugwi, ataco bahuriyeko n'abahiganira isoko, bagenwa n'urwego rwatanze ikibazo.

N'imiburiburi ica gatatu c'abagize umugwi ukoresha ikibazo kiba kigizwe n'abantu bafise ubumenyi n'ubushobozi mu bijanye n'ivyo ikibazo cerekeye.

Urutonde rw'abagize umugwi ukoresha ikibazo rurashikirizwa Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu kugira bugire ico buruvuzeko. Ico bushikiriza kimenyeshwa mu minsi itanu (5) y'akazi ikurikira igenekerezo urwo rutonde rwashikiririjweko ubwo Buyobozi.

Article 77 : Du procès-verbal de la décision du jury

Les résultats de chaque concours sont consignés dans un procès-verbal par le jury qui formule un avis motivé relatant toutes les circonstances de l'opération. Les projets des concurrents non retenus sont restitués à leurs auteurs.

Ingingo ya 77: Icegeranyo c'ingingo yafashwe n'umugwi ukoresha ikibazo

Ivyavuye mu kibazo kimwekimwe cose bishirwa mu cegeranyo kigirwa n'umugwi ukoresha ikibazo ugatanga iciyumviro gitangiwe imvo gisigura uko ibintu vyose vyagenze.Imigambi y'abahiganwa itashimishije isubizwa beneyo.

Sous-section 4 : Des marchés à commande

Agahimba k'agace ka 4: Amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe.

Article 78 : De la portée des marchés à commande

Les marchés à commande sont ceux qui ont pour objet de permettre à l'Autorité contractante de couvrir ses besoins courants annuels de fournitures qui ont une durée de vie limitée dont il n'est pas possible, au début de l'année, de prévoir l'importance exacte, ou qui excèdent les possibilités de stockage.

Ingingo ya 78: Ivyo amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe yerekeye

Amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe ni amasoko afise intumbero yo gutuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushobora kuronka ivyo rukeneye gukoresha ku mwaka bitaramba kandi rudashobora, mu ntango z'umwaka, kumenya neza uko ibizokenerwa bingana, canke bidashobora kuronka aho bibikwa.

Ces marchés sont soumis aux dispositions de la présente loi.

Ayo masoko y'ukugura ibintu yisunga ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 79 : Des limites des marchés à commande

Ingingo ya 79: Urugero ruto na runini rw'amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe

Les marchés à commandes sont renouvelables une fois, après analyse par la CGMP et décision de l'Autorité contractante. Ils indiquent les limites maximales et minimales de la prestation globale à fournir, ces limites pouvant être exprimées soit en quantité, soit en valeur.

Amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe asubira gutangwa rimwe gusa, Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta umaze kuvyihweza n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rumaze gufata ingingo. Amasoko y'ukugura ibintu aratomora urugero runini n'urugero ruto ntarengwa rw'ibizogurwa vyose, izo ngero zigashobora kwerekanwa hafatiwe ku gitigiri c'ivyimuka canke ku mafaranga biciye.

L'attribution des marchés à commandes se fait sur base des quantités nécessaires prévues à l'année initiale de la conclusion du marché.

Ayo masoko atangwa hafatiwe ku gitigiri c'ibikenewe kugurwa bitegekanywa mu ntango z'umwaka amasezerano y'ugutanga isoko aba yashiriweko umukono.

Le délai des marchés à commande ne peut excéder une année budgétaire.

Ikiringo amasoko y'ukugura ibintu bizoja birashikirizwa uko bikenewe ntigishobora kurenga ikiringo amafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka amara.

Sous-section 5 : Des marchés de clientèle

Agahimba ka 5: Amasoko ahabwa abamaze kwizigirwa.

Article 80 : De la portée des marchés de clientèle

Ingingo ya 80: Ivyo amasoko ahabwa abamaze kwizigirwa yerekeye

Les marchés de clientèle sont ceux par lesquels l'Autorité contractante s'engage à confier, pour une période limitée et qui ne peut excéder une année budgétaire, l'exécution de tout ou partie de certaines catégories de prestations de services, définies par la réglementation en vigueur, suivant des commandes faites au fur et à mesure des besoins. Ces marchés sont soumis aux dispositions de la présente loi.

Amasoko ahabwa abamaze kwizigirwa ni ayo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwiyemeza gushinga uwizewe, mu kiringo kizwi aho kigarukira kandi kitarenza umwaka ukoreshwamwo amafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka, ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa vyose canke igice c'imigwi imwimwe y'ibikorwa bijanye n'ubuzi, itomorwa n'amategeko asanzwe akurikizwa, hisunzwe uko ivyimuka bija birakenerwa. Ayo masoko yisunga ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 81 : Du renouvellement des marchés de clientèle

Les marchés de clientèle sont renouvelables une fois, après analyse par la CGMP et décision de l'Autorité contractante.

Ingingo ya 81: Ukwongera ikindi kiringo abahabwa amasoko bamaze kwizigirwa

Amasoko ahabwa abamaze kwizigirwa asubira gutangwa rimwe gusa, Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta umaze kuvyihweza n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rumaze gufata ingingo.

Sous-section 6 : De l'appel d'offres restreint

Agahimba k'agace ka 2: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko ryugururiwe abantu bakeyi

Article 82 : De la portée de l'appel d'offres restreint

L'appel d'offres est dit restreint, lorsque suivant la nature ou la spécificité du marché, l'Autorité contractante ne peut consulter qu'un nombre limité de candidats ayant les capacités techniques d'exécuter le marché. Cette décision fait l'objet d'une publication. Le nombre de candidats admis à soumissionner assure une concurrence réelle, après quoi la procédure se poursuit comme en matière d'appel d'offres ouvert.

Ingingo ya 82: Abo itangazo rihamagarira guhiganira isoko ryugururiwe abantu bakeyi ryerekeye

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rivugwa ko ryugururiwe abantu bakeyi, mu gihe, bivanye n'uko isoko rimeze canke ibiriranga ryisangije,Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruhamagarira gusa igitigiri gitoyi c'abipfuza guhiganira isoko bafise ubushobozi mu vyerekeye ubuhinga bwo gushira mu ngiro isoko. Iyo ngingo iratangazwa. Igitigiri c'abemerewe guhiganira isoko gituma haba ihiganwa ry'ukuri, ivyo birangiye ibisigaye bikorwa nk'uko bigirwa mw'itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko.

Article 83 : Des conditions de recours à l'appel d'offres restreint

Il ne peut être recouru à la procédure de l'appel d'offres restreint que lorsque les biens, les travaux ou les services, de par leur spécialité, ne sont disponibles qu'auprès d'un nombre limité de fournisseurs, d'entrepreneurs ou de prestataires de services.

Dans ce cas, tous les candidats potentiels identifiés sont tous invités à présenter leurs offres.

Ingingo ya 83: Ibisabwa kugira habe itangazo rihamagarira guhiganira isoko ryugururiwe abantu bakeyi

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko ryugururiwe abantu bakeyi rigirwa gusa mu gihe ibidandazwa, ibikorwa vy'ukwubaka canke ubuzi, bivanye n'ivyo ari vyo, bishobora gutangwa gusa n'abatanga ivyimuka, abafise amashirahamwe y'ukwubaka canke abarangura ubuzi bakeyi.

Muri ico gihe, abipfuza guhiganira isoko bose bamenyekanye bahamagarirwa gushikiriza ivyo biyemeje.

Article 84 : De l'autorisation préalable

Le recours à la procédure de l'appel d'offres restreint est motivé et soumis à l'autorisation préalable de la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Elle peut revêtir la forme d'un concours, lorsque des motifs d'ordre technique, esthétique et financier exigent des recherches portant sur la conception d'une œuvre ou d'un projet en matière architecturale.

Ingingo ya 84: Ukubanza kuronka uruhusha

Uguhamagarira abantu bakeyi guhiganira isoko biratangirwa imvo kandi bibanza gutangirwa uruhusha n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Urwo ruhusha rushobora gutangwa hakozwe ikibazo igihe hari imvo ziva ku buhinga bukoreshwa, ku kuryohora no ku mafaranga azokoreshwa bisaba ubushakashatsi mu kwiyumvira igikorwa canke mu mugambi ujanye n'ubuhinga bw'ukwubaka.

Sous-section 7 : Des marchés de prestations intellectuelles

Agahimba k'agace ka 7: Amasoko y'ibikorwa mvabwenge

Article 85 : De la portée des marchés de prestations intellectuelles

Les marchés de prestations intellectuelles ont pour objet des prestations à caractère principalement intellectuel dont l'élément prédominant n'est pas physiquement quantifiable. Ils incluent notamment les études, la maîtrise d'ouvrage, les services d'assistance technique, informatique et de maîtrise d'ouvrage déléguée ou les contrats de conduite d'opération.

Les Autorités contractantes ont la latitude de passer les marchés de prestations intellectuelles sans pré-qualification préalable des candidats, après évaluation par la CGMP.

Seuls les marchés de prestations intellectuelles complexes sont attribués après mise en concurrence des candidats pré qualifiés.

Ingingo ya 85: Ivyerekewe n'amasoko y'ibikorwa mvabwenge

Amasoko y'ibikorwa mvabwenge ashingiye kw'irangurwa ry'ibikorwa canecane mvabwenge, ibikurubikuru biyagize bidashobora guharurwa nk'ibintu bifadika. Muri ivyo harimwo nk'ukugira ivyigwa, ugukurikiranira ibikorwa nyene igikorwa, ibikorwa vy'ugufashanya mu vy'ubuhinga, mu vy'imashini nyabwonko hamwe n'ugukurikiranira ibikorwa nyene igikorwa canke amasezerano y'ukurongora ibikorwa.

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirafise ububasha bwo gutanga amasoko y'ibikorwa mvabwenge zitabanje gutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko, Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta umaze kuvyihweza.

Amasoko y'ibikorwa mvabwenge bitandukanye kandi bigoye niyo yonyene atangwa abipfuza guhiganira isoko batowe mu bandi ivy'intangamarara babanje guhiganwa.

Article 86 : De la pré-qualification des candidats

Au cas où l'Autorité contractante souhaite passer par la phase préalable de pré-qualification des candidats, l'avis public de sollicitation de la manifestation d'intérêt comporte au moins les indications suivantes :

1) Le nom et adresse de l'Autorité contractante ;
2) La principale activité de l'Autorité contractante ;
3) Les conditions de participation, notamment la situation juridique, la capacité technique, économique et financière ;
4) Les critères de présélection ;
5) La date limite de dépôt et d'ouverture des candidatures ;
6) L'adresse à laquelle les candidatures doivent être envoyées.

Le délai minimal de réponse est de dix (10) jours calendaires à compter de la date de publication de l'avis à manifestation d'intérêt.

Ingingo ya 86: Ugutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko

Mu gihe Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwipfuza kubanza gutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko, itangazo ryo gusaba ko abavyipfuza bose boza guhiganira isoko riba ririmwo n'imiburiburi ibi bikurikira :

1) Izina ry'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano n'aho rubarizwa ;
2) Igikorwa nyamukuru c'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ;
3) Ibisabwa kugira umuntu abe mu bahiganirwa isoko, nk'ingene afatwa imbere y'amategeko, ubushobozi mu vyerekeye ubuhinga, ubutunzi n'amafaranga;
4) Ibifatirwako mu gutora abaja mw'ihiganwa ;
5) Igenekerezo ntarengwa ry'ugushikiriza idosiye ku bipfuza guhiganira isoko n'iry'ukwugurura amabahasha ;
6) Aho idosiye z'abipfuza guhiganira isoko zitegerezwa kurungikwa.

Ikiringo gito gishoboka co gutanga inyishu ni ic'iminsi icumi (10) ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo vyatangarijweko ko abipfuza guhiganira isoko bashikiriza idosiye zabo.

Article 87 : De l'établissement de la liste restreinte

La liste restreinte des candidats présélectionnés est arrêtée à la suite d'une sollicitation de manifestation d'intérêt publiée dans les conditions et délais définies à l'article 86. Elle doit garantir une mise en concurrence effective du marché.

Ingingo ya 87: Ukugira urutonde rw'abantu bakeyi bipfuza guhiganira isoko

Urutonde rw'abantu bakeyi bipfuza guhiganira isoko batowe mu bandi ivy'intangamarara rugirwa hamaze gusabwa ko abipfuza guhiganira isoko bashikiriza idosiye zabo bigatangazwa hisunzwe ibisabwa hamwe n'ibiringo bitomowe mu ngingo ya 86.Urwo rutonde rutegerezwa kwerekana ko abatowe mu bandi bahiganira isoko vy'ukuri.

Article 88 : De la procédure de présélection

Les candidats sont présélectionnés par la Commission de passation du marché, en raison de leur aptitude à exécuter les prestations objet du marché et classés sur la base des critères publiés dans l'appel à manifestation d'intérêt comportant les indications prévues à l'article 96 de la présente loi.

L'Autorité contractante ouvre un nouveau délai qui ne peut être inférieur à dix (10) jours calendaires et qu'elle porte à la connaissance du public, lorsqu'un minimum de trois (3) candidats n'est pas réuni à la date de réception des candidatures, ou après évaluation.

Dans ce cas, l'Autorité contractante est tenue d'informer la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

En cas de relance de la procédure, l'Autorité contractante analyse les candidatures quel que soit le nombre de candidats qui se sont manifestés.

Ingingo ya 88: Ingene abipfuza guhiganira isoko batorwa ivy'intangamarara

Abipfuza guhiganira isoko batorwa ivy'intangamarara n'Umugwi ujejwe ugutanga amasoko ya Reta hisunzwe ubushobozi bafise bwo kurangura ibikorwa bigize isoko kandi bagatondekwa hakurikijwe ibifatirwako vyatangajwe mw'itangazo rihamagarira abipfuza guhiganira isoko gushikiriza idosiye zabo, zirimwo ibikurikizwa bitegekanijwe mu ngingo ya 96 y'iri bwirizwa.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruratanga ikindi kiringo kitari musi y'iminsi icumi ikurikirana, kandi rukabimenyesha bose, mu gihe hatabonetse n'imiburiburi abipfuza guhiganira isoko batatu(3) kw'igenekerezo ry'ukwakira idosiye z'abipfuza guhiganwa, canke idosiye zimaze kwihwezwa.

Muri ico gihe, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerezwa kubimenyesha Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Mu gihe hasubiwemwo ivyerekeye ugutora ivy'intangamarara abipfuza guhiganira isoko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurihweza idosiye zashikirijwe, hatarinze kurabwa uko igitigiri c'abazishikirije kingana.

Article 89 : De la demande de propositions

L'Autorité contractante adresse une demande de proposition à tous les candidats présélectionnés.

A ce titre, ils reçoivent un dossier de consultation qui comprend les termes de références, la lettre d'invitation indiquant les critères de sélection, leur mode d'application détaillé et le projet de contrat.

La demande de proposition indique également les exclusions à la participation future aux marchés de travaux, fournitures et services qui résulteraient des prestations faisant l'objet de la consultation.

Ingingo ya 89: Urwandiko rusaba abipfuza guhiganira isoko gushikiriza ivyo biyemeje

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashikiriza ivyo abipfuza guhiganira isoko batowe ivy'intangamarara biyemeje.

Muri iyo ntumbero, abipfuza guhiganira isoko batowe ivy'intangamarara bararonka idosiye ibamenyesha ibikenewe irimwo ivyisungwa, ikete ribatumirira kwitaba ihiganwa ryerekana ibifatirwako mu kubatora, ingene bikurikizwa ido n'ido n'integuro y'amasezerano.

Urwandiko rusaba abipfuza guhiganira isoko gushikiriza ivyo biyemeza rurerekana kandi abakuwe mw'ihiganwa rizokurikira ryerekeye amasoko y'ibikorwa vy'ukwubaka, ibigurishwa n'ubuzi vyoba vyavuye mu bikorwa biri mw'idosiye

imenyesha ibikenewe abipfuza guhiganira isoko batowe ivy'intangamarara.

Article 90 : Du délai de réponse

Le délai de réponse à la demande de proposition ne peut excéder trente (30) jours calendaires.

Lorsque le montant estimé des prestations est inférieur au seuil fixé aux articles 6 à 10, l'Autorité contractante est dispensée des formalités de publicité. Elle invite directement, par écrit, les prestataires potentiels identifiés à soumettre une proposition.

La soumission des propositions s'effectue sous la forme d'une enveloppe unique contenant deux (2) enveloppes distinctes et cachetées comportant l'une, une offre technique et l'autre, une offre financière.

Ingingo ya 90: Ikiringo c'ugutanga inyishu

Ikiringo c'ugutanga inyishu ku rwandiko rusaba abipfuza guhiganira isoko gushikiriza ivyo biyemeje kurangura ntigishobora kurenga iminsi mirongo itatu (30) ikurikirana.

Mu gihe amafaranga ibikorwa vyotwara adashikana urugero rutomowe mu ngingo ziva ku ya 6 gushika ku ya 10, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ntirurinda gutangaza isoko. Ruca rutumako, biciye mu rwandiko, abashobora gukora ibikorwa bijanye n'isoko batowe kugira bashikirize ivyo biyemeza kurangura.

Ivyo biyemeje kurangura babishikiriza mw'ibahasha imwe rudende irimwo amabahasha abiri (2) atandukanye kandi ariko ikidodo, imwe ikaba irimwo ibijanye n'ubuhinga, iyindi ibijanye n'amafaranga.

Article 91 : De l'ouverture des offres en deux temps

L'ouverture des offres s'effectue en deux temps :

1) Dans un premier temps, les offres techniques sont ouvertes et évaluées conformément aux critères définis dans la demande de proposition ;

2) Dans un deuxième temps, seuls les soumissionnaires ayant présenté des offres techniquement qualifiées et conformes voient leurs offres financières ouvertes, après l'expiration des délais de recours.

L'ouverture des offres financières est publique et les soumissionnaires qualifiés sont invités à y participer, s'ils le désirent.

Ingingo ya 91: Ukwugurura amabahasha mu bihe bibiri

Ukwugurura amabahasha bigirwa mu bihe bibiri :

1) Ubwa mbere, amabahasha arimwo ivyashikirijwe bijanye n'ubuhinga arugururwa akihwezwa hafatiwe ku vyisungwa bitomowe mu rwandiko rusaba abipfuza guhiganira isoko batowe ivy'intangamarara gushikiriza ivyo biyemeje ;

2) Ubwa kabiri, abahiganira isoko bashikirije ibijanye n'ubuhinga bihuye n'ibikenewe kandi bikwije ibisabwa ni bo bonyene bugururirwa amabahasha arimwo ivyo bashikirije bijanye n'amafaranga, ibiringo vy'ukwitwara ku bibaza ko barenganijwe birangiye.

Ukwugurura amabahasha y'ivyashikirijwe bijanye n'amafaranga bigirwa ku mugaragaro, abahiganira isoko batowe bagatumirirwa kuba bahari, iyo babishaka.

Les autres offres financières sont remises aux soumissionnaires non qualifiés sans être ouvertes.

Amabahasha y'ivyashikirijwe bijanye n'amafaranga asubizwa abahiganira isoko batatowe atarinze kwugururwa.

Article 92: Des méthodes d'évaluation des propositions.

Ingingo ya 92 : Uburyo bw'ugusuzuma ivyiyemejwe vyashikirijwe n'abahiganira isoko

Dans tous les cas, l'évaluation des propositions et la désignation de l'attributaire s'effectue selon les méthodes suivantes :

Haba mu gihe c'ukwugurura amabahasha ajanye n'ivy'ubuhinga canke ibijanye n'amafaranga, ugusuzuma ivyiyemejwe n'ukugena uwuhabwa isoko bigirwa mu buryo bukurikira :

1) La sélection fondée sur la qualité technique et le coût (sélection qualité-coût), basée notamment sur l'expérience du candidat, la qualification des experts, la méthodologie de travail proposée, et le montant de la proposition ;

1) Uguhitamwo uwuhabwa isoko hafatiwe ku karanga k'ubuhinga no ku giciro (uguhitamwo akaranga k'ubuhinga-igiciro), bishingiye nko ku kumenyera akazi k'uwipfuza guhiganira isoko, ubumenyi n'ubushobozi vy'abahinga, uburyo bw'ugukora bushikirijwe hamwe n'amafaranga asaba ;

2) La sélection fondée sur un budget prédéterminé dont le candidat doit proposer la meilleure utilisation possible ;

2) Uguhitamwo uwuhabwa isoko hafatiwe ku mafaranga ategekanywa gukoreshwa yabanje guharurwa uwipfuza guhiganira isoko agategerezwa kwerekana ingene yoyakoresha neza uko bishoboka kwose;

3) La sélection fondée sur la base de la meilleure proposition financière soumise par les candidats ayant obtenu la note technique minimale requise.

3) Uguhitamwo uwuhabwa isoko hafatiwe ku giciro cumvikana cashikirijwe n'abipfuza guhiganira isoko baronse amanota mu bijanye n'ubuhinga ategerezwa n'imiburiburi kuronka kugira ahabwe isoko.

Article 93 : De la sélection basée sur la qualité technique de l'offre

Ingingo ya 93: Uguhitamwo uwuhabwa isoko hafatiwe ku biranga ubuhinga yashikirije

Le candidat peut être sélectionné exclusivement sur la base de la qualité technique de sa proposition dans les cas où les prestations sont d'une complexité exceptionnelle ou d'un impact considérable ou encore lorsqu'elles donneraient lieu à des propositions difficilement comparables.

Uwipfuza guhiganira isoko arashobora gutorwa mu bandi hafatiwe gusa ku biranga ubuhinga bw'ivyo yashikirije mu gihe ibikorwa bigoye bidasanzwe canke bifise inkurikizi zikomeye, canke na ho mu gihe vyogorana kubigereranya.

Dans ce dernier cas, l'exécution du marché donne lieu à un contrôle des prix de revient.

Muri ico gihe, ishirwa mu ngiro ry'isoko ryatanzwe rituma hacungerwa igiciro c'ukuri isoko ritwara.

Article 94 : De la négociation

Les marchés de prestations intellectuelles font l'objet de négociation entre l'Autorité contractante et le candidat dont la proposition est retenue.

Toutefois, ces négociations ne peuvent pas porter sur les taux d'honoraires.

Les négociations sont sanctionnées par un procès-verbal signé par les deux parties.

Ingingo ya 94: Ukwumvikana

Amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge atangwa biciye mu mwumvikano hagati y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano n'uwipfuza guhiganira isoko igihe ivyo yashikirije vyemewe.

Ariko, urugero rw'agahembo gahabwa abatsindiye amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge ntirushobora kuja mu vyumvikanwako.

Ivyumvikanyweko bishirwa mu cegeranyo gishirwako umukono n'impande zompi.

Article 95 : De la procédure des négociations

Les négociations ne peuvent être conduites avec plus d'un candidat à la fois. Une fois ces négociations conclues, les autres soumissionnaires sont informés du rejet de leur proposition.

Lorsque les prestations le demandent, la sélection d'un consultant, à raison de sa qualification unique ou de la nécessité de continuer avec le même prestataire, peut intervenir par entente directe, sous réserve que le montant de ces prestations ne soit pas supérieur à vingt pour cent (20%) du volume des prestations prévues au contrat de base.

Ingingo ya 95: Ingene ukwumvikana bigenda

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ntirushobora kwumvikana n'abahiganira isoko barenga umwe mu gishingo kimwe.Hamaze gutorwa uwuhabwa isoko, abandi bahiganira isoko baca bamenyeshwa ko ivyo bashikirije bitakiriwe.

Mu gihe ari nkenerwa hafatiwe ku kuntu ibikorwa bimeze, ugutora umuhinga ahabwa isoko, bivanye n'ubuhinga yisangije canke bivanye n'uko ari ngombwa ko uwahora abikora ariwe abandanya, ashobora gutorwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene,hatibagiwe ko Igitigiri c'amafaranga y'ivyo bikorwa kitarenga ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%) vy'urugero rw'ibikorwa bitegekanijwe mu masezerano y'intango.

Article 96 : De l'obligation de se soumettre au contrôle des prix

Dans l'hypothèse visée à l'article précédent, les marchés visés aux articles 97 et 100 ne peuvent être passés qu'avec des consultants qui acceptent de se soumettre aux dispositions de la présente loi relatives au contrôle des prix spécifiques pendant l'exécution des prestations.

Ingingo ya 96: Ugutegerezwa kwemera ko ibiciro bisuzumwa

Hafatiwe ku bivugwa mu ngingo ikurikira, amasoko avugwa mu ngingo ya 97 n'iya 100 ashobora gutangwa gusa ku bahinga bemeye kwubahiriza ibitegekanijwe muri iri bwirizwa vyerekeye ugusuzuma ibiciro bijanye n'ayo masoko mu gihe c'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa.

Section 3 : Des marchés sans appel d'offres

Agace ka 3: Amasoko atangwa hatarinze kuba itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Sous-section 1 : Des marchés de gré à gré

Agahimba k'agace ka 1 : Amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro amasoko

Article 97 : De la portée des marchés de gré à gré

Ingingo ya 97: Ivyerekewe n'amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko

Un marché est dit de gré à gré lorsqu'il est passé sans appel d'offres, après autorisation spéciale de la Direction nationale de contrôle des marchés publics. Cette dernière vérifie que les conditions prévues à l'article 98 de la présente loi sont réunies.

Isoko rivugwa ko ritangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro, mu gihe ritangwa hatarinze kuba itangazo rihamagarira guhiganira isoko, hamaze gutangwa uruhusha rudasanzwe rw'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu. Ubwo Buyobozi burasuzuma ko ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 98 y'iri bwirizwa bikwiye.

La demande de recours à cette procédure est motivée.

Ugusaba ko isoko ritangwa biciye muri ubwo buryo biratangirwa imvo.

Article 98 : Des conditions de recours aux marchés de gré à gré

Ingingo ya 98: Ibihe amasoko atangwamwo biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiroisoko

Le marché de gré à gré est passé si au moins l'une des conditions suivantes est remplie:

Isoko rishobora gutangwa gusa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro iyo n'imiburiburi hubahirijwe kimwe muri ibi bikurikira :

1) Lorsque les travaux, fournitures ou services ne sont réalisés qu'à titre de recherche, d'essais ou de perfectionnement ;

1) Mu gihe ibikorwa vy'ukwubaka, ugutanga ivyimuka canke ugukora ubuzi bigirwa gusa mu ntumbero y'ubushakashatsi, ukugerageza canke iy'ukuryohora ;

2) En cas d'urgence simple pour les travaux, fournitures ou services, que l'Autorité contractante doit faire exécuter en lieu et place de l'entrepreneur, du fournisseur ou du prestataire défaillant ;

2) Mu gihe c'ivyihutirwa bisanzwe vyerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rugategerezwa kubituma uwundi mu kibanza c'uwufise ishirahamwe ry'ukwubaka ategerezwa gutunganya ibikorwa, uwutanga ivyimuka canke uwurangura ubuzi vyananiye;

3) En cas d'urgence impérieuse motivée par des circonstances imprévisibles ou de cas de force majeure ne permettant pas de respecter les délais prévus dans les procédures d'appel d'offres.

3) Mu gihe hari ivyihutirwa cane rwose bitumwe n'ibishitse giturumbuka canke n'intambamyi ntasimbwa bigatuma hadashobora kwubahirizwa ibiringo vyategekanijwe mu bikurikizwa mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko.

Article 99 : De l'obligation de mise en concurrence

La procédure de gré à gré ne peut avoir pour effet de faire échapper à l'Autorité contractante l'obligation de mise en concurrence d'au moins trois candidats susceptibles d'exécuter le marché.

Ingingo ya 99: Ugutegerezwa gukoresha ihiganwa

Ibijanye n'ugutanga isoko biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro ntibishobora gutuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwirengagiza guhamagara abarihiganira n'imiburiburi batatu bashobora gushira mu ngiro iryo soko.

Sous-section 2 : Des marchés par entente directe

Agahimba k'agace ka 2: Amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora gushira mu ngiro isoko ubwo nyene

Article 100 : De la portée des marchés par entente directe

Ingingo ya 100: Ivyo amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora gushira mu ngiro isoko ubwo nyene yerekeye

Un marché est passé par la procédure d'entente directe lorsque, après autorisation spéciale de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, l'Autorité contractante engage directement des discussions qui lui paraissent utiles avec le candidat et lui attribue le marché.

Bivugwa ko isoko ritanzwe biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene mu gihe, hamaze gutangwa uruhusha rudasanzwe rw'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rugiraniye ibiganiro rubona ko bikenewe n'uwipfuza guhiganira isoko rugaheza rukamuha iryo soko.

La Direction nationale de contrôle des marchés publics vérifie que les conditions prévues à l'article 101 sont réunies.

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu burasuzuma ko ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 101 y'iri bwirizwa bikwiye.

La demande de recours à cette procédure est motivée.

Ugusaba ko isoko ritangwa biciye muri ubwo buryo biratangirwa imvo.

Article 101 : Des conditions des marchés par entente directe

Le marché par entente directe est passé si au moins l'une des conditions suivantes est remplie:

1) Lorsque les besoins ne peuvent être satisfaits que par une prestation nécessitant l'emploi d'un brevet d'invention, d'une licence ou de droits exclusifs détenus par un seul entrepreneur, un seul fournisseur ou un seul prestataire ;

2) Dans le cas d'urgence impérieuse motivée par des circonstances imprévisibles ou de cas de force majeure nécessitant une intervention immédiate ;

3) Lorsque les travaux, fournitures ou services sont complémentaires à un marché déjà exécuté, pour autant :

   a) Qu'aucun autre entrepreneur, fournisseur ou prestataire ne puisse garantir de solution respectant les exigences visées aux alinéas précédents ;

   b) Que l'attribution soit faite au titulaire du marché principal et que le montant cumulé desdits marchés complémentaires n'excède pas dix pour cent (10%) du marché initial ;

Ingingo ya 101: Ibihe amasoko atangwamwo biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene

Isoko rishobora gutangwa gusa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene iyo hubahirijwe n'imiburiburi kimwe muri ibi bikurikira :

1) Mu gihe ibikenewe bishobora kuboneka gusa biciye mu gikorwa n'umuhinga afise urwandiko rwemeza koari we yatanguye gutora ubuhinga bunaka, uruhusha rw'ugukora canke uburenganzira bwiharijwe na nyene ishirahamwe ry'ukwubaka umwe, uwugurisha umwe canke uwurangura ubuzi umwe;

2) Mu gihe c'ivyihutirwa bihambaye rwose bitumwe n'ibishitse giturumbuka canke n'intambamyi ntasimbwa bigaca bisaba ko hagira igica gikorwa ubwo nyene;

3) Mu gihe ibikorwa vy'ukwubaka, gutanga ivyimuka canke ugukora ubuzi vyunganira isoko ryamaze gushirwa mu ngiro, ivyo bigashoboka ari uko :

   a) Ata wundi afise ishirahamwe ry'ukwubaka ashobora gutanga ivyimuka canke kurangura ubuzi yoshobora gutora inyishu yubahiriza ibisabwa bitegekanijwe mu duhimba duhejeje kuvugwa ;

   b) Isoko rihawe uwaronse isoko rikuru, kandi igitigiri c'amafaranga gifatiwe hamwe c'ayo masoko yunganira aya mbere ntikirenze ibice icumi kw'ijana (10%) vy'isoko rikuru ;

c) Qu'il s'agisse des marchés complémentaires de fournitures destinés à l'extension d'installations existantes, lorsque le changement de fournisseur obligerait l'Autorité contractante à acquérir un matériel de technique différente entraînant une incompatibilité avec le matériel déjà acquis ou des difficultés techniques d'utilisation ou d'entretien disproportionnées;

c) Ku vyerekeye amasoko yunganira aya mbere y'ivyimuka bigenewe kwungura ivyubakwa bisanzwe bihari, mu gihe uguhindura uwutanga ivyimuka vyotuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerezwa kwakira ibikoresho bikozwe mu buhinga butandukanye n'ubwa mbere, bigatuma ibikoresho vyozanwa bidashobora gukorana n'ibikoresho vyari bimaze kwakirwa canke bigatuma haba ingorane z'ubuhinga zirengeye mu kubikoresha canke mu kubibungabunga ;

d) Qu'il s'agisse des marchés complémentaires de services ou de travaux, qui consistent en de prestations qui ne figurent pas dans le marché initialement conclu, mais sont devenus nécessaires, à la suite d'une circonstance imprévue, à l'exécution du service ou à la réalisation de l'ouvrage lorsque ces services ou travaux complémentaires ne peuvent être techniquement ou économiquement séparés du marché principal sans inconvénient majeur pour l'Autorité contractante.

d) Ari amasoko yunganira y'ubuzi canke y'ibikorwa vy'ukwubaka, agizwe n'ibikorwa vy'ukwubaka bitari mw'isoko nyamukuru ryari ryamaze gutangwa, ariko kubera ibishitse giturumbuka, ugasanga birakenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'ubuzi canke mw'irangurwa ry'igikorwa, mu gihe ubwo buzi canke ibikorwa vyunganira bidashobora gutandukanywa n'isoko nyamukuru, haba mu vy'ubuhinga canke mu vy'ubutunzi, kubera ko bitandukanijwe n'isoko nyamukuru vyotuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rugira ingorane zikomeye.

Sous-section 3 : Des dispositions communes aux marchés de gré à gré et d'entente directe

Agahimba k'agace ka 3: Ingingo rusangi zerekeye amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene

Article 102 : Du contrôle des prix

Sans préjudice de l'application des procédures de contrôle *a posteriori*, les marchés de gré à gré et par entente directe ne peuvent être passés qu'avec des entrepreneurs, fournisseurs ou prestataires de services qui acceptent de se soumettre à un contrôle des prix spécifiques durant l'exécution des prestations.

Ingingo ya 102 : Ugusuzuma ibiciro

Hatirengagijwe ishirwa mu ngiro ry'ibikurikizwa mu gusuzuma amasoko yamaze gutangwa, amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene ashobora gutangwa gusa ku bafise amashirahamwe y'ukwubaka, ku batanga ivyimuka canke ku barangura ubuzi bemeye ko ibiciro bivyerekeye bigirirwa isuzuma mu gihe bariko barashira mu ngiro isoko.

Le marché précise les obligations comptables auxquelles le titulaire est soumis, notamment l'obligation de présenter des bilans, comptes de pertes et profits, et comptes d'exploitation, ainsi que sa comptabilité analytique d'exploitation ou, à défaut de celle-ci, tous documents de nature à permettre l'établissement des coûts de revient.

Isoko riratomora ivyo uwaritsindiye ategerejwe bijanye n'iharurwa ry'amafaranga, nk'ugushikiriza icegeranyo c'ivyakozwe ku mwaka, amakonte y'ivyahomvye n'inyungu, n'amakonte y'ibikorwa hamwe n'icegeranyo kijanye n'iharurwa ry'amafaranga ku vyakozwe vyose canke iyo kitabonetse, hagashikirizwa inzandiko izo ari zo zose zituma hashingwa ikiguzi c'ukuri isoko ryatwaye.

Article 103 : De l'autorisation préalable de la DNCMP

Ingingo ya 103: Uruhusha rubanza gutangwa n'Ubuyobozi bujejwe gusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu

A l'exception des marchés à caractère secret visés à l'article 106 de la présente loi, les marchés de gré à gré et par entente directe sont préalablement autorisés par la Direction nationale de contrôle des marchés publics sur base d'un rapport spécial établi par la commission de passation des marchés de l'Autorité contractante, au terme d'une séance d'analyse des motifs justifiant le recours à la procédure de gré à gré et par entente directe, et transmis en copie à l'ARMP.

Ukuyemwo amasoko atangwa mw'ibanga avugwa mu ngingo ya 106 y'iri bwirizwa, amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene ategerezwa kubanza gutangirwa uruhusha n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, bufatiye ku cegeranyo kidasanzwe kigirwa n'umugwi ujejwe gutanga amasoko ya Reta w'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, inama y'ukwihweza imvo zatumye hatangwa amasoko biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko no mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene irangiye, ikopi y'icegeranyo cayo ikarungikirwa Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta.

Article 104 : De la limite des montants des marchés de gré à gré et par entente directe

Ingingo ya 104: Urugero rw'amafaranga y'amasoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene

La Direction nationale de contrôle des marchés publics veille à ce que, pour chaque année budgétaire et pour chaque Autorité contractante, le montant additionné des marchés de gré à gré et par entente directe ne dépasse pas dix pour cent (10%) du montant total des marchés publics inscrits dans le plan prévisionnel des marchés de chaque Autorité contractante, sauf dérogation spéciale de l'Autorité de régulation des marchés publics.

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu buritwararika ko, ku mwaka umwumwe wose Reta itegekanya gukoreshamwo amafaranga no ku Rwego rumwerumwe rwose ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, amafaranga yose ateranijwe akoreshwa ku masoko atangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene atarenga ibice icumi kw'ijana (10%) vy'amafaranga

yose akoreshwa ku masoko ya Reta yanditswe mu ndinganizo y'amasoko ategekanywa gutangwa n'Urwego rumwerumwe rwose ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, kiretse hatanzwe uruhusha rudasanzwe rw'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rutanze uruhusha.

Article 105 : De l'information à l'Autorité de régulation des marchés publics

Tout marché conclu selon la procédure de gré à gré et par entente directeest communiqué pour information à l'Autorité de régulation des marchés publics.

Ingingo ya 105: UkumenyeshaUrwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta amasoko yatanzwe

Isoko ryose ryatanzwe biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu boshira mu ngiro isoko n'ayatangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene riramenyeshwa Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Sous-section 4 : Des cas particuliersdes marchés à caractère secret

Agahimba k'agace ka 4: Amasoko afise ivyo yisangije ategerezwa gutangwa mw'ibanga

Article 106 : De l'objet

Ingingo ya 106: Ivyo yerekeye

Le marché à caractère secret a pour objet des travaux, fournitures ou services qui, en vertu des dispositions légales ou réglementaires, présentent un aspect incompatible avec toute forme de publicité, et lorsque la protection des intérêts fondamentaux de la sécurité nationale requiert ce secret.

Isoko ritegerezwa gutangwa mw'ibanga ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi, hisunzwe amabwirizwa canke amategeko, birangwa n'uko bidashobora kumenyekanishwa uko ari ko kwose, no mu gihe ugukingira inyungu z'umutekano w'igihugu bisaba ko itangwa ry'ayo masoko rigirwa mw'ibanga.

Il peut être suivi la procédure de gré à gré ou d'entente directe, selon la nature du marché.

Harashobora guca hatangwa isoko biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro canke biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene bivanye n'isoko iryo ari ryo.

Article 107 : Des marchés à caractère secret

Ingingo ya 107: Amasoko ategerezwa gutangwa mw'ibanga

Sont considérés comme secrets, les marchés de fournitures, services et travaux passés pour satisfaire les besoins de la défense et de la sécurité nationale, portant notamment sur :

Amasoko afatwa nk'ayategerezwa gutangwa mw'ibanga ni amasoko y'ivyimuka, ubuzi n'ibikorwa vy'ukwubaka bigirwa mu ntumbero yo kuronsa igihugu ivyo gikeneye mu bijanye n'ukwivuna umwansi n'ugucungera umutekano w'igihugu, yerekeye nk'ibi bikurikira :

1) Les marchés de fournitures et de services qui ont pour objet la conception, l'essai, l'expérimentation, la réalisation, l'acquisition, le maintien opérationnel, l'utilisation ou la destruction des armes, munitions et matériels de guerre ;

1) Amasoko yerekeye ivyimuka n'ubuzi afise intumbero y'ukwiyumvira gukora ibirwanisho, amasasu n'ibikoresho vyo mu ntambara, ukubigerageza, ukubigirako ubushakashatsi, ukubigurisha, ukubigura, ukubibungabunga kugira bigume bikora neza, ukubikoresha canke ukubiturira ;

2) Les marchés de fournitures qui ont pour objet la réalisation de démonstrateurs ou de prototypes d'armes, munitions ou matériels de guerre ;

2) Amasoko yerekeye ivyimuka afise intumbero y'ugukora ibirwanisho, amasasu canke ibikoresho vyo mu ntambara vy'ukugeregezako canke vy'ugufatirako akarorero;

3) Les marchés de fournitures qui ont pour objet les composants, les outillages, les consommables et les moyens d'évaluation et d'essais, spécifiquement conçus pour la fabrication, l'emploi ou le maintien en condition opérationnelle des armes, munitions et matériels de guerre ou concourant à leur efficacité militaire ;

3) Amasoko y'ivyimuka yerekeye ibigize ibirwanisho, ibikoresho, ibikoresho vya minsi yose n'uburyo bw'ugusuzuma n'ukugerageza vyagenewe gusa ugukora ibirwanisho, amasasu n'ibikoresho vyo mu ntambara, ukubikoresha canke ukubibungabunga ku buryo biguma bikora neza canke ugukoresha ibirwanisho, amasasu n'ibikoresho vyo mu ntambara canke bituma ivyo birwanisho bikora neza ;

4) Les marchés de service qui présentent un lien direct avec la stratégie militaire ou l'emploi des armes et qui ont pour objet soit les études exploratoires et les études technico-opérationnelles relatives aux équipements futurs, les études biologiques, médicales, hydrographiques, soit les études prospectives ;

4) Amasoko y'ubuzi bufitaniye isano n'ubuhinga bwa gisirikare canke n'ikoreshwa ry'ibirwanisho kandi afise intumbero yaba iyerekeye ivyigwa vy'ibanze n'ivyerekeye ubuhinga bukoreshwa bijanye n'ibikoresho bizoronderwa muri kazoza, ivyigwa bijanye n'ibinyabuzima, n'ubuvuzi hamwe n'ibijanye n'ibibanza birimwo amazi canke ivyigwa bijanye n'ukurondera amasoko ;

5) Les marchés de travaux directement liés à la réalisation, l'emploi, le maintien en condition opérationnelle et l'évaluation des armes, munitions et matériels de guerre.

5) Amasoko y'ibikorwa vy'ukwubaka vyerekeye ukugurirsha ibirwanisho, amasasu n'ibikoresho vyo mu ntambara, ukubikoresha, ukubibungabunga ku buryo biguma bikora neza n'ugusuzuma ko bikora neza ;

6) Les marchés destinés à des fins de défense civile. Ces marchés portent sur des prestations visant à assurer l'ordre public, la protection matérielle et morale des personnes et la sauvegarde des installations et ressources d'intérêt général ainsi que l'appui au maintien ou au rétablissement de la liberté d'action des autorités militaires sur l'ensemble du territoire ;

6) Amasoko y'ibikorwa bifise intumbero y'ugukingira abanyagihugu. Ayo masoko yerekeye ibikorwa vy'ukubungabunga umutekano w'abanyagihugu, ugukingira ibintu na benevyo n'ukubungabunga ivyubatswe n'amatungo bikoreshwa ku neza ya bose hamwe n'ugushigikira ibikorwa vy'igisirikare vy'ukubungabunga umutekano n'ugutuma inzego za gisirikare zikora mu bwigenge mu gihugu cose ;

7) Les marchés relatifs à la sécurité nationale passés en vue de prévenir une menace sécuritaire, et plus généralement de prestataires, qui du fait de leurs prestations, accèdent à des informations ou domaines sensibles dont la divulgation pourrait porter atteinte à la sécurité et la sûreté de l'Etat et à son potentiel scientifique et économique. Relèvent notamment de ces marchés, les travaux qui doivent être exécutés dans l'espace présidentiel particulièrement au Cabinet du Président de la République, au Palais de la République et ses annexes ;

7) Amasoko y'ibikorwa bijanye n'ukubungabunga umutekano w'igihugu atangwa kugira hakingwe ibibangamira umutekano, na canecane w'abarangura ubuzi bigatuma, kubera ibikorwa barangura, bamenya inkuru canke ibijanye n'ubuzi nkoramutima, ukubikwiragiza bigashobora kubangamira umutekano w'abanyagihugu n'uw'Igihugu n'ubushobozi igihugu gifise mu vyerekeye ubumenyi n'ubutunzi. Ibikorwa vyerekeye ayo masoko ni nk'ibikorwa bitegerezwa kurangurirwa mu bibanza bihariwe Umukuru w'Igihugu na canecane Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu, Ikirimba c'Umukuru w'Igihugu n'ibifatanye n'ico kibanza;

8) Les marchés passés en vertu d'un accord international relatif à la participation des militaires ou policiers burundais à des opérations de maintien de la paix ;

8) Amasoko yerekeye ibikorwa vy'abasirikare canke abaporisi b'abarundi baja mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro mu bindi bihugu atangwa hisunzwe amasezerano mpuzamakungu ;

9) Les marchés en rapport avec la fabrication des symboles de la République.

9) Amasoko ajanye n'ugukora ibimenyetso biranga igihugu.

Un acte réglementaire actualise ce qui peut être considéré comme secret.

Itegeko rirashira ku gihe ivyerekeye amasoko atangwa mw'ibanga.

Article 108 : Du contrôle

Ingingo ya 108: Ivyerekeye isuzuma

Le caractère secret du marché est constaté par une commission spéciale rattachée à la Présidence de la République, créée et fonctionnant selon des modalités déterminées par décret. Cette commission dispose des pouvoirs de contrôle de la procédure de passation du marché et son exécution.

Ukuba amasoko ategerezwa gutangwa mw'ibanga vyemezwa n'Umugwi udasanzwe ukorera mu Biro vy'Umukuru w'igihugu, washizweho kandi ukora hisunzwe ibikurikizwa bitomorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu.Uwo Mugwi ufise ububasha bw'ugusuzuma ingene isoko ritangwa n'ingene rishirwa mu ngiro.

Article 109 : Du règlement des litiges

Ingingo ya 109: Ugutatura amatati

Les litiges nés dans le cadre des marchés à caractère secret sont soumis à une commission spéciale de conciliation créée à cet effet par décret.

Amatati yadutse mu vyerekeye amasoko ategerezwa gutangwa mw'ibanga ashikirizwa Umugwi udasanzwe ujejwe kwumvikanisha abatase washinzwe kubera ico gikorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Sous-section 5 : De la demande de cotation

Agahimba k'agace ka 5 : Ukurondera abashinga igiciro c'isoko

Article 110 : De la portée de la demande de cotation

Ingingo ya 110: Igitigiri c'abasabwa ibiciro

L'Autorité contractante demande des prix auprès d'au moins cinq soumissionnaires autant que possible, en vue d'acquérir des travaux, fournitures ou services dont la valeur estimée hors taxe est inférieure à un seuil fixé par voie réglementaire.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurarondera, uko bishoboka kwose, n'imiburiburi abahiganira isoko batanu kugira bashikirize ibiciro, mu ntumbero yo kuronka isoko ry'ibikorwa vy'ukwubaka, ry'ivyimuka canke iry'ubuzi, igiciro cavyo ata tagisi ririko kikaba kidashikana urugero rwashinzwe biciye mw'itegeko.

L'Autorité contractante ne peut pas fractionner un marché en vue de procéder à une demande de cotation.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ntirushobora gucagagura mu bice isoko ryategerezwa kuguma ari rimwe rufise intumbero yo gusaba ibiciro.

Article 111 : De la procédure applicable

Ingingo ya 111: Ibikurikizwa mu gusaba ibiciro

Moyennant le respect des principes posés aux articles 11 et 12 de la présente loi, l'Autorité contractante est tenue de :

Hafatiwe ku bijanye n'ukwubahiriza ibitegekanijwe mu ngingo ya 11 n'iya 12 z'iri bwirizwa, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerezwa :

1) Choisir librement les modalités de publicité adaptées au montant et à la nature du marché ;

1) Gutora mu mwidegemvyo ibikurikizwa mu kumenyekanisha isoko hafatiwe ku mafaranga isoko ritwara n'isoko iryo ari ryo ;

2) Solliciter simultanément, par écrit, les prix auprès d'au moins cinq prestataires en définissant la nature des prestations recherchées et en faisant référence à des normes dans toute la mesure du possible ;

2) Gusabira rimwe ibiciro abarangura ibikorwa n'imiburiburi batanu, biciye mu rwandiko, hagatomorwa ibikorwa bironderwa ivyo ari vyo kandi hakisungwa amategeko uko bishoboka kwose ;

3) S'assurer que les candidats ont la capacité juridique, technique, et financière d'exécuter le marché ;

3) Gusuzuma ko abipfuza guhiganira isoko bakwije ibisabwa mu bijanye n'amategeko, ubuhinga hamwe n'amafaranga kugira bashire mu ngiro isoko ;

4) Attribuer le marché au soumissionnaire le moins disant et dont l'offre est jugée conforme ;

4) Guha isoko uwurihiganira yasavye amafaranga make kandi idosiye yiwe ikaba ikwije ibisabwa ;

5) Rédiger un procès-verbal d'attribution et informer par écrit, les soumissionnaires dont les offres n'ont pas été retenues ;

6) Rédiger des contrats, établir des bons de commande ;

7) Publier sur le site des marchés publics dès leur attribution lorsque les marchés sont conclus par contrat écrit.

5) Gutegura icegeranyo c'ugushikiriza isoko no kubimenyesha biciye mu rwandiko, abarihiganiye idosiye zabo zitemewe ;

6) Gutegura amasezerano n'inzandiko zerekana ibikenewe gukorwa ;

7) Gutangaza ku rubuga mvajuru rw'amasoko ya Reta amasoko yatanzwe kuva agitangwa mu gihe ayo masoko yatanzwe biciye mu masezerano yanditse.

Toutefois, les commandes répondant à des conditions de montant et de nature fixées par voie réglementaire peuvent être dispensées de forme écrite et donner lieu à règlement sur factures.

Ariko, ibisabwa gukorwabihuye n'ibitegerejwe vyerekeye igitigiri c'amafaranga n'isoko iryo ari ryo bishingwa biciye mw'itegeko bishobora gutangwa bitarinze guca mu rwandiko bigaca birihwa hisunzwe ibiri kw'ifagitire.

Article 112 : De la communication de la liste des personnes consultées

L'Autorité contractante communique à l'Autorité de régulation des marchés publics et à la Direction nationale de contrôle des marchés publics, au rythme trimestriel, la liste des personnes consultées, le nom du titulaire, ainsi que la nature et le montant du marché, pour des raisons de contrôle a posteriori et d'analyses statistiques.

Ingingo ya 112: Ukumenyesha urutonde rw'abantu bagishijwe inama

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruramenyesha Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta hamwe n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, uko amezi atatu arangiye, urutonde rw'abantu bagishijwe inama, izina ry'uwatsindiye isoko, isoko iryo ari ryo hamwe n'igitigiri c'amafaranga y'iryo soko, mu ntumbero y'ugusuzuma amasoko yamaze gutangwa n'ukwihweza ibiharuro vyatororokanijwe.

CHAPITRE IV : DES MODES SPECIFIQUES DE PASSATION DES MARCHES PUBLICS

IGICE CA IV: UBURYO BWIHARIJWE MU GUTANGA AMASOKO YA RETA

Section 1 : Des marchés des collectivités territoriales décentralisées

Agace ka 1: Amasoko y'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu

Article 113 : De la procédure simplifiée des marchés des collectivités territoriales décentralisées

Les marchés passés par les collectivités territoriales décentralisées, quel que soit leur montant et dont le budget ne dépasse pas un seuil fixé par ordonnance du Ministre ayant les Finances dans ses attributions, font l'objet de procédures simplifiées, comportant en

Ingingo ya 113: Uburyo bworoshe bukurikizwa mu vyerekeye amasoko y'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu

Amasoko atanzwe n'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu, hatarabwe igitigiri c'amafaranga agenewe gukoreshwa kandi kitarenze urugero ntarengwa rufatirwako rushingwa n'itegeko nshikiranganji ry'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, atangwa hisunzwe uburyo bworoshe

particulier des formalités de publicité et des dossiers type d'appel d'offres adaptés, dans le respect des principes et des procédures posés par la présente loi.

bukurikizwa, burimwo ahanini ibikenewe mu kumenyekanisha isoko n'idosiye z'uguhiganira isoko zifatirwako akarorero ziyerekeye, hubahirijwe ingingo ngenderwako n'ibikurikizwa biri muri iri bwirizwa.

Article 114 : Des organes de passation des marchés des collectivités territoriales décentralisées

Une ordonnance fixe les dispositions relatives notamment aux organes locaux de passation des marchés, de contrôle et de l'autorité d'approbation.

Ingingo ya 114: Inzego zijejwe gutanga amasoko y'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu

Itegeko nshikiranganji rirashinga ingingo zerekeye canecane inzego z'intango zitanga amasoko, iziyasuzuma n'izerekeye urwego rujejwe kwemeza itangwa ry'amasoko.

Article 115 : De la cellule communale de gestion des marchés publics

La cellule communale de gestion des marchés publics est mise en place sur proposition de l'Administrateur communal, en tant que personne responsable des marchés publics, par le Gouverneur de Province.

Ingingo ya 115: Umugwi wo mw'ikomine ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta

Umugwi wo mw'ikomine ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta ushirwaho na Buramatari bisabwe na Musitanteri w'ikomine, nk'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta.

La cellule communale de gestion des marchés publics est composée par des représentants de l'administration communale et ceux provenant des services publics déconcentrés de la Commune ou toute autre personne ayant des compétences techniques requises exceptés les membres du conseil communal.

Umugwi womw'ikomine ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta ugizwe n'abaserukira intwaro mw'ikomine n'abava mu buzi bwa Reta buri mw'ikomine canke uwundi muntu wese afise ubushobozi mu bijanye n'ubuhinga busabwa havuyemwo abagize inama ya komine.

Article 116 : Des seuils de contrôle *a priori*

Ingingo ya 116: Urugero ntarengwa rufatirwako rw'ibiciro vy'amasoko asuzumwa imbere yuko atangwa

Les marchés des collectivités territoriales décentralisées d'un montant inférieur au seuil fixé par voie réglementaire ne sont pas soumis au contrôle a priori de la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Amasoko y'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu adashikana urugero ntarengwa rufatirwako rw'igiciro rushingwa biciye mw'itegeko ntarinda kubanza gusuzumwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Toutefois, la Direction nationale de contrôle des marchés publics exerce un contrôle *a posteriori* des marchés des collectivités territoriales décentralisées d'un montant inférieur au seuil pour en contrôler la régularité.

Ariko, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu burasuzuma amasoko yamaze gutangwa y'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu adashikana urugero rw'ibiciro rufatirwako kugira busuzume ko yatanzwe hakurikijwe amategeko.

Article 117 : De la gestion du contentieux

Les litiges nés dans le cadre des marchés passés par les collectivités territoriales décentralisés et dont le montant est inférieur au seuil de contrôle *a priori* de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, sont soumis à une commission provinciale de conciliation créée à cet effet, par l'ordonnance du Ministre ayant les collectivités territoriales dans ses attributions.

Ingingo ya 117: Ugutorera inyishu amatati

Amatati aturutse ku masoko atanzwe n'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu,igitigiri c'amafaranga amasoko atwara kikaba kidashikana urugero ntarengwa rufatirwako rw'ibiciro vy'amasoko asuzumwa imbere yuko atangwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, arashikirizwa umugwi wo mu ntara ujejwe ukwumvikanisha washizweho kubera ico gikorwa, biciye mw'itegeko nshikiranganji ry'Umushikiranganji ajejwe inzego z'intwaro.

Article 118 : De la composition de la Commission provinciale de conciliation

La Commission provinciale de conciliation est composée d'un représentant de l'administration, d'un représentant du secteur de la justice, d'un représentant du secteur de l'éducation, d'un représentant du secteur de la santé, d'un représentant du secteur de l'agriculture, d'un représentant du secteur de l'environnement et d'un représentant du secteur privé œuvrant dans la province.

Ingingo ya 118: Abagize umugwi w'intara ujejwe ukwumvikanisha

Umugwi wo mu ntara ujejwe ukwumvikanisha ugizwe n'uwuserukira intwaro, uwuserukira igisata c'ubutungane, uwuserukira igisata c'indero, uwuserukira igisata c'amagara y'abantu, uwuserukira igisata c'uburimyi, uwuserukira igisata c'ibidukikije n'uwuserukira igisata c'abikorera utwabo bakorera muriiyo ntara.

Section 2 : Des marchés groupés

Agace ka 2: Amasoko y'isangi

Article 119 : De la portée des marchés groupés

Ingingo ya 119 : Aberekewe n'amasoko y'isangi

Deux ou plusieurs Autorités contractantes peuvent se convenir de conclure un marché groupé, en vue de répondre à leurs besoins communs. La passation et l'exécution de ce marché leur sont communes et sont dirigées par une seule Autorité contractante pilote.

Inzego zibiri canke zirenga zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirashobora kwumvikana zigatangira hamwe isoko, mu ntumbero yo gutorera inyishu ivyo zikeneye zihuriyeko. Ugutanga iryo soko n'ugukurikirana ishirwa mu ngiro ryaryozibikorera hamwe ariko bikarongorwa n'Urwego rumwe muri izo rufatwa ko ari rwo rwatanguye kwiyumvira uwo mugambi .

Les collectivités territoriales décentralisées peuvent, en cas de besoin, avoir recours à cette procédure de centralisation des achats, dans les conditions fixées par la présente loi.

Inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu zirashobora, mu gihe bikenewe, kwisunga ubwo buryo bw'ukugurira hamwe ibikenewe hakurikijwe ibisabwa bishingwa n'iri bwirizwa.

Article 120 : De la procédure de passation des marchés groupés

Le recours à un marché groupé suit les étapes suivantes :

1) La consultation préalable entre les Autorités contractantes intéressées ;

2) La décision des Autorités contractantes quant aux modalités ;

3) La passation et exécution du marché public sous la houlette de l'Autorité contractante pilote ;

4) La répartition des prestations *au prorata* du montant engagé par chaque partie.

Ingingo ya 120: Ibikurikizwa mu gutanga amasoko y'isangi

Ugutanga isoko ry'isangi vyisunga intambwe zikurikira :

1) Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zerekewe n'isoko ry'isangi zibanza kwumvikana ;

2) Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirafata ingingo ku bikurikizwa ;

3) Isoko riratangwa rikongera rigashirwa mu ngiro birongowe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwatowe ;

4) Ubuzi buragabanganywa hisunzwe igitigiri c'amafaranga yatanzwe n'Urwego rumwerumwe rwose.

Section 3 : Des prestations en régie

Agace ka 3: Ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta

Article 121 : De la portée des prestations en régie

Lorsque l'organisation, les capacités techniques et financières s'y prêtent, et moyennant une dérogation écrite accordée par la Direction nationale de contrôle des marchés publics, des travaux peuvent être exécutés par le personnel propre des services publics, comprenant les Autorités contractantes définies à l'article 3 de la présente loi, en utilisant les équipements de l'Etat, de la Commune ou de l'administration publique.

Ingingo ya 121: Ivyerekewe n'ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta

Mu gihe itunganywa ry'ibikorwa, ubushobozi mu vyerekeye ubuhinga n'amafaranga bikwiye, kandi Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bubitangiye uruhusha rwanditse, ibikorwa birashobora kurangurwa n'abakozi b'ibisata vya Reta, harimwo n'Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zitomowe mu ngingo ya 3 y'iri bwirizwa, bakoresheje ibikoresho vya Reta, ivy'i komine canke ivy'igisata ca Reta kijejwe intwaro.

Article 122 : Des conditions d'application

Les prestations en régie ne sont possibles que lorsqu'au moins l'une des conditions suivantes est remplie:

1) La quantité des travaux concernés ne peut pas être définie à l'avance ;

Ingingo ya 122: Ibituma ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta

Ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa gusa n'igisata ca Reta mu gihe n'imiburiburi habaye kimwe muri ibi bikurikira :

1) Uko ibikorwa bingana bidashobora gutomorwa imbere y'igihe ;

2) Les travaux sont peu importants et dispersés ou localisés dans des zones d'accès difficile de sorte qu'il ait peu de chances que des entreprises de construction qualifiées présentent des offres à des prix raisonnables ;

2) Ibikorwa ari bike kandi bikaba biri kure na kure canke biri mu turere tugoye gushikamwo ku buryo bitoroshe kuronka amashirahamwe ajejwe kwubakisha abifisemwo ubuhinga ashikiriza idosiye z'uguhiganira isoko ku biciro vyumvikana ;

3) Les travaux doivent être réalisés sans perturber des opérations en cours ;

3) Ibikorwa bitegerezwa kurangurwa bidahungabanije ibindi biriko birarangurwa ;

4) Une situation d'urgence qui exige d'intervenir le plus tôt possible ;

4) Hari icihutirwa gishitse gisaba ko hagira igikozwe bidatevye ;

5) En cas de besoin d'achever l'exécution d'un marché dont le titulaire est dans l'impossibilité d'exécution après une mise en demeure restée sans suite.

5) Mu gihe bikenewe guheraheza ishirwa mu ngiro ry'isoko uwaritsindiye adashoboye gushira mu ngiro ivyo yiyemeje kandi amaze kugabishwa ntagire ico akoze.

Article 123 : Du montant des travaux en régie

En cas de prestation en régie pour des raisons prévues à l'article 122 point 5 et après avis favorable de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, le montant des travaux en régie ne peut être supérieur à vingt pour cent (20%) du montant toutes taxes comprises (TTC) du marché.

Ingingo ya 123: Amafaranga akoreshwa mu bikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta

Mu gihe ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta ku mvo zitegekanijwe mu ngingo ya 122, akarongo ka 5 kandi Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bumaze kuvyemeza amafaranga akoreshwa mu bikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta ntashobora kurenga ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%) vy'amafaranga isoko ritwara harimwo n'amatagisi yose (TTC mu mpfunyapfunyo y'igifaransa).

Article 124 : De la responsabilité de l'Autorité contractante en cas de marché en régie

Lorsqu'un marché comporte des prestations exécutées en régie, celles-ci sont réalisées à la diligence et sous la responsabilité de l'Autorité contractante.

Ingingo ya 124: Ivyo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rubazwa mu gihe ari isoko ryerekeye ibikorwa vya Retavyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta

Mu gihe isoko rigizwe n'ibikorwa vya Reta vyari gutangwako isoko birangurwa n'igisata ca Reta, ivyo bikorwa birangurwa bisabwe kandi bikurikiranwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Dans ce cas, le cahier des clauses administratives particulières indique la nature, le mode de décompte et la valeur des divers éléments qui concourent à la détermination du prix de règlement.

Muri ico gihe, urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'ayo masoko rurerekana isoko iryo ari ryo, uburyo bw'uguharura n'agaciro k'ibintu bitandukanye bifasha mu gutomora igiciro c'ibirihwa.

CHAPITRE V : DU DOSSIER D'APPEL D'OFFRES

IGICE CA V : IVYEREKEYE IDOSIYE IDONDORA IVYEREKEYE ISOKO RIHIGANIRWA

Section 1 : Du principe, de la langue et du contenu de l'appel d'offre

Agace ka mbere: Ivyerekeye ingingo ngenderwako, ururimi n'ibishirwa mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Article 125 : Du principe

Ingingo ya 125: Ingingo ngenderwako

Les marchés sont passés sur la base des dossiers d'appel d'offres types élaborés par l'autorité de régulation des marchés publics.

Amasoko atangwa hisunzwe idosiye zidondora isoko rihiganirwa zifatirwako akarorero zitegurwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Article 126 : Des éléments du DAO

Ingingo ya 126: Ibigize idosiye idondora isoko rihiganirwa

Le dossier d'appel d'offres est rédigé en français. Il comprend :

Idosiye idondora isoko rihiganirwa yanditswe mu rurimi rw'igifaransa. Igizwe n'ibi bikurikira :

1) L'avis d'Appel d'offres (AAO) ;

1) Itangazo rihamagarira guhiganira isoko (AAO mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;

2) Le Cahier des clauses administratives générales (CCAG) ;

2) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi (CCAG mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;

3) Le Règlement particulier de l'appel d'offres (RPAO) ;

3) Itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko (RPAO mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;

4) Le Cahier des clauses administratives particulières (CCAP) comprenant le projet de contrat ;

4) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'isoko (CCAP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) rurimwo integuro y'amasezerano ;

5) Le Cahier des clauses techniques générales (CCTG) ;

5) Urwandiko rw'amasezerano rutomora muri rusangi ibijanye n'ubuhinga (CCTG mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;

6) Le Cahier des clauses techniques particulières (CCTP), les Termes de référence (TDR) ou le descriptif de la fourniture ;

6) Urwandiko rw'amasezerano rutomora ingingo zihariye zijanye n'ubuhinga, (CCTP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa), Ivyisungwa (TDR mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) canke urwandiko rudondora ivyimuka ;

7) Le Cahier des clauses environnementales, s'il échet ;

7) Urwandiko rw'amasezerano rutomora ingingo zijanye n'ibidukikije, iyo bikenewe ;

8) Le cadre de bordereau des prix unitaires ;

8) Urwandiko rwerekana ibiciro vya kimwekimwe mu bigurwa ;

9) Le cadre du détail estimatif comprenant les quantités à exécuter (DQE) ;

9) Urwandiko rwerekana ido n'ido ry'ibitegekanywa gukoreshwa harimwo n'uko ibikorwa bizorangurwa bingana (DQE mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ;

10) Le cadre du sous détail des prix ;

10) Urwandiko rwerekana ido n'ido ry'ibiciro vy'ibirangurwa ;

11) Les formulaires types relatifs notamment à la soumission et aux cautions ;

11) Inzandiko zuzuzwa nk'izerekeye ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje n'izerekeye ingwati ;

12) Le cas échéant, les documents techniques ou tout autre document jugé nécessaire par l'Autorité contractante.

12) Iyo bikenewe, inzandiko zerekeye ubuhinga canke urundi rwandiko rwose Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rubonako rukenewe.

Article 127 : De l'acquisition et consultation du dossier d'appel d'offres

Après publication de l'avis d'appel d'offres, le dossier d'appel d'offre est mis à la disposition de chaque candidat qui en fait la demande contre paiement des frais y afférents dont le montant raisonnable, est fixé par l'Autorité contractante.

La consultation du dossier d'appel d'offres est libre et gratuite.

Ingingo ya 127: Ibijanye n'ukuronka idosiye ihamagarira guhiganira isoko n'ukuyihweza

Hamaze gutangazwa ibijanye n'uguhamagarira guhiganira isoko, idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa ihabwa umwumwe mu bipfuza kurihiganira abisavye ari uko arishe amafaranga bijanye, igitigiri cayo kigereranye kigashingwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Ibiri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa vyihwezwa mu mwidegemvyo kandi ata mafaranga arishwe.

Article 128 : Des éclaircissements au dossier d'appel d'offres

Les éclaircissements complémentaires sur le dossier d'appel d'offres sont sollicités auprès de l'Autorité contractante dix jours (10) calendriers au plus tard avant la date limite de dépôt des offres.

Moyennant la réception de la demande introduite à cette échéance, les réponses doivent, dans ce cas, être envoyées et réceptionnées au plus tard cinq (5) jours calendriersavant la date limite de dépôt des offres

Ingingo ya 128: Ibijanye n'ugusaba insiguro y'ibiri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa

Insiguro zunganira ibiri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa zisabwa Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano mu minsi itarenga icumi (10) ikurikirana imbere yuko hashika igenekerezo ntarengwa ry'ugushikiriza ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje.

Hamaze kwakirwa urwandiko rusaba insiguro zunganira ibiri mw'idosiye muri ico kiringo gitegekanijwe, inyishu zitegerezwa muri ico gihe, kurungikwa kandi zikakirwa mu minsi itarenga itanu (5) ikurikirana imbere yuko hashika igenekerezo ntarengwa ry'ugushikiriza ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje.

Article 129 : Dela date d'ouverture des offres

A défaut de fournir les éclaircissements demandés dans les délais ci-haut indiqués, l'ouverture des offres est reportée à une date qui permet à l'Autorité contractante de fournir des éclaircissements demandés dans le respect des cinq jours calendriers ci-dessus précisés.

Ingingo ya 129: Igenekerezo ry'ukwugururirako amabahasha y'ivyo abahiganira isoko biyemeje

Iyo insiguro zasabwe zidatanzwe mu biringo bihejeje kuvugwa, iyugururwa ry'amabahasha ryungururizwa kw'igenekerezo rituma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushobora gushikiriza insiguro zasabwe hubahirijwe iminsi itanu (5) ikurikirana ihejeje kuvugwa.

Article 130 : Des destinataires des éclaircissements écrits

Les candidats qui ont acheté le dossier d'appel à la concurrence sont les seuls destinataires des éclaircissements écrits de l'Autorité contractante.

Ingingo ya 130: Abahabwa insiguro zanditse

Abipfuza guhiganira isoko baguze idosiye y'uguhiganira isoko nibo bonyene bahabwa insiguro zanditse z'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Article 131 : Du contenu de l'avis d'appel d'offres

L'avis d'appel d'offres renseigne au moins sur :

Ingingo ya 131: Ibishirwa mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko riramenyesha n'imiburiburi ibi bikurikira :

1) La référence de l'appel d'offres comprenant le numéro, l'identification de l'Autorité contractante, l'objet du marché et la date de signature ;

1) Ibiranga itangazo rihamagarira guhiganira isoko harimwo inomero, umwidondoro w'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, ico isoko ryerekeye n'igenekerezo itangazo ryashiriweko umukono ;

2) Le financement ;

2) Aho amafaranga ava ;

3) Le mode d'appel d'offres ;

3) Uburyo bw'uguhamagarira guhiganira isoko;

4) Le ou les lieux où l'on peut consulter le dossier d'appel d'offres ;

4) Ikibanza canke ibibanza uwushaka kuraba idosiye idondora isoko rihiganirwa ashobora kuyisangamwo ;

5) La qualification des candidats ;

5) Ubumenyi n'ubushobozi abipfuza guhiganira isoko basabwa ;

6) Le prix d'acquisition du dossier d'appel d'offres ;

6) Igiciro idosiye idondora isoko rihiganirwa itangwako ;

7) Les critères d'évaluation des offres exprimés en termes monétaires ;

7) Ibifatirwako mu kuraba ko amafaranga uwipfuza guhiganira isoko yashikirije akwiye ;

8) Le lieu, la date et les heures limites de dépôt et d'ouverture des offres. Ces heures doivent être séparées d'au moins trente minutes et d'au plus une heure ;

8) Ikibanza, igenekerezo n'isaha ntarengwa vy'ugushikiriza amabahasha y'ivyo abahiganira isoko biyemeje hamwe n'isaha y'ukuyugururirako. Hagati y'isaha y'ugushikiriza n'iy'ukwugurura amabahasha hategerezwa guca n'imiburiburi iminota mirongo itatu ariko umwanya ubaye munini nturenze isaha ;

9) Le délai pendant lequel les candidats restent engagés par leurs offres ;

9) Ikiringo abipfuza guhiganira isoko baguma begwa n'ivyo biyemeje ;

10) Les conditions auxquelles doivent répondre les offres, notamment le montant de la caution de soumission ;

10) Ibisabwa ku bashikiriza ivyo biyemeje, nk'igitigiri c'amafaranga y'ingwati itangwa n'uwuhiganira isoko ;

11) Le nombre maximum de lots dont un soumissionnaire peut être attributaire en cas d'allotissement.

11) Igitigiri ntarengwa c'imice uwuhiganira isoko ashobora gutsindira mu gihe isoko igabuwemwo imice.

Article 132 : De la monnaie de soumission

L'offre est exprimée en franc burundais ou toute autre monnaie spécifiée dans le dossier d'appel d'offres.

Ingingo ya 132: Ifaranga rikoreshwa mu guhiganira isoko

Ivyo abahiganira isoko biyemeza biharurwa mu mafaranga y'amarundi canke mu yandi mafaranga yose atomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Article 133 : Du contenu du règlement particulier d'appel d'offres

Le règlement particulier d'appel d'offres précise notamment :

1) La présentation et la constitution des offres ;
2) Les conditions de rejet des offres ;
3) Les critères d'évaluation des offres ;
4) Les modes d'attribution du marché ;
5) Les critères et les règles de pré-qualification et de post-qualification, le cas échéant.

Ingingo ya 133: Ibishirwa mw'itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Itegeko rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko ritomora nk'ibi bikurikira :

1) Ingene ivyo abahiganira isoko biyemeza bishikirizwa n'ibibigize ;
2) Ibituma ivyo abahiganira isoko biyemeza bitakirwa ;
3) Ibifatirwako mu guha amanota ivyo abahiganira isoko bashikirije ;
4) Uburyo bw'uguhitamwo uwutsindira isoko ;
5) Ibifatirwako hamwe n'amategeko akurikizwa mu gutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko no mu gutora abashobora kuritsindira, iyo bikenewe.

Section 2 : Des normes et des agréments techniques

Article 134 : De l'objet

Les travaux, fournitures et prestations de services qui font l'objet d'un marché public ou d'une délégation de service public sont définis par référence aux normes, agréments techniques ou spécifications nationaux, équivalent à des normes ou agréments techniques ou spécifications internationaux.

Agace ka 2: Ivyisungwan'ivyemewe mu buhinga

Ingingo ya 134: Ibigize isoko rya Reta

Ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka hamwe n'ubuzi bigize isoko rya Reta canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi bitomorwa hafatiwe ku vyisungwa, ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga bwemewe mu gihugu, bihuye n'ivyisungwa, ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga vyemewe ku rwego mpuzamakungu.

Article 135 : De la dérogation

Il ne peut être dérogé aux règles prévues à l'article précédent que :

1) Si les normes et les agréments ou les spécifications techniques nationaux, ou à défaut internationaux, ne contiennent aucune disposition concernant l'établissement de la conformité ou s'il n'existe pas de moyens techniques permettant d'établir de façon satisfaisante la conformité d'un produit à ces normes, à ces agréments techniques ou à ces spécifications techniques ;

2) Si les normes, ces agréments techniques ou ces spécifications techniques nationaux ou à défaut internationaux, imposent l'utilisation de produits ou de matériaux incompatibles avec des installations déjà utilisées par l'Autorité contractante ou entraînent des coûts disproportionnés ou des difficultés techniques disproportionnées, mais uniquement dans le cadre d'une stratégie clairement définie et consignée en vue d'un passage, dans un délai déterminé, à des normes, à des agréments techniques ou des spécifications techniques nationaux ou internationaux ;

3) Si le projet concerné constitue une véritable innovation pour laquelle le recours à des normes, à des agréments techniques ou à des spécifications techniques nationaux, ou à défaut internationaux existants serait inapproprié.

Ingingo ya 135: Ukwirengagiza ibisabwa

Ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 134 bishobora kwirengagizwa gusa iyo :

1) Ivyisungwa n'ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga vyemewe mu gihugu canke ata biriho, hagakurikizwa ivyo ku rwego mpuzamakungu, bidategekanya ingingo n'imwe yerekana ingene hemezwa ko isoko ryubahirije ibisabwa, canke iyo ata buhinga buriho bushobora kwemeza neza ko ikiri mu bigize isoko gikwije ivyisungwa, ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga ;

2) Ivyisungwa n'ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga vyemewe mu gihugu canke ata biriho, hagakurikizwa ivyo ku rwego mpuzamakungu, bisaba ko hakoreshwa ibintu canke ibikoresho bidahuye n'ivyubatse bisanzwe bikoreshwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke bisaba amafaranga y'umurengera canke bigatuma haba ingorane nyinshi zijanye n'ubuhinga, ariko bikemerwa gusa mu ntumbero y'umugambi utomowe neza kandi wamaze kwemerwa w'ukuva mu buhinga uja mu bundi, mu kiringo gitomowe, bujanye n'ivyisungwa, ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga vyemewe mu gihugu canke ku rwego mpuzamakungu ;

3) Iyo umugambi vyerekeye hariho igishasha uzanye vy'ukuri ku buryo bitaba bikenewe ko hakurikizwa ivyisungwa n'ivyemewe mu buhinga canke ibiranga ubuhinga vyemewe mu gihugu canke ata biriho, hagakurikizwa ivyo ku rwego mpuzamakungu vyari bihasanzwe.

Article 136 : De l'interdiction des clauses techniques discriminatoires

L'Autorité contractante ne peut introduire dans les clauses contractuelles propres à un marché ou à une délégation de service public déterminée, de spécifications techniques mentionnant des produits d'une fabrication ou d'une provenance déterminée, ou des procédures particulières et qui ont pour effet de favoriser ou d'éliminer certaines entreprises, à moins que de telles spécifications ne soient justifiées par l'objet du marché ou de la délégation.

Ingingo ya 136: Ukubuza ingingo zerekeye ubuhinga zikumira

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ntirushobora gushira mu ngingo z'amasezerano yerekeye isoko canke igikorwa kinaka Reta yokoze gitumwa abandi, ibiranga ubuhinga bitomora ibihingurwa n'uruganda kanaka canke bikomoka ahantu hanaka; canke ibikurikizwa biterekeye abahiganira isoko bose bifise intumbero yo kworohereza canke gukumira amashirahamwe amwamwe, kiretse mu gihe ivyo biranga ubuhinga biba bitumwe n'ico isoko canke igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi vyerekeye.

Article 137 : De l'interdiction

Est interdite toute indication de marques, de brevets, de types, d'une origine ou d'une production déterminée dans le dossier d'appel d'offres.

Ingingo ya 137: Ibibujijwe

Birabujijwe gutomora mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa ikimenyetso ndangakintu ico ari co cose, inzandiko zemeza uwatanguye guhingura ikintu, ubwoko bw'icahinguwe, inkomoko y'icahinguwe n'uruganda gihingurirwamwo.

Toutefois, l'indication dont il est question à l'alinéa précédent reste possible en cas de remplacement d'accessoires d'équipements en cours d'exploitation.

Ariko, ibivugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo birashobora gutomorwa mu masezerano mu gihe ari ugusubiriza ibikoresho bijana n'ibiriko birakoreshwa.

Les normes, agréments et spécifications, ainsi que le recours à la procédure dérogatoire ci-dessus visés, sont mentionnés dans les cahiers des clauses techniques.

Ivyisungwa, ivyemewe mu buhinga n'ibiranga ubuhinga, hamwe n'ugushobora gukurikiza ibitegekanijwe mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo, birashirwa mu nzandiko z'amasezerano zitomora ibijanye n'ubuhinga.

CHAPITRE VI : DE LA PUBLICATION DE L'AVIS D'APPEL D'OFFRES ET DES DELAIS DE RECEPTION DES OFFRES

IGICE CA VI: IVYEREKEYE UKUMENYEKANISHA ITANGAZO RIHAMAGARIRA GUHIGANIRA ISOKO N'IBIRINGO VY'UKWAKIRA AMABAHASHA

Section 1 : De l'obligation de publicité de l'avis d'appel d'offres

Agace ka 1: Ugutegerezwa kumenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Article 138 : Des modalités de publication

Ingingo ya 138: Uburyo bw'ukumenyekanisha

Les marchés publics par appel d'offres, dont le montant est supérieur ou égal au seuil visé aux l'articles 6 à 10 de la présente loi, font l'objet d'un avis d'appel à la concurrence porté à la connaissance du public par une insertion faite, dans les mêmes termes, dans le journal officiel des marchés publics ou tout autre journal national ou international à large diffusion, ainsi que sur le site web des marchés publics.

Amasoko ya Reta acishwa mw'itangazo rihamagarira abahiganira isoko, igiciro cayo kikaba kirenga canke kingana n'urugero ntarengwa rufatirwako ruvugwa mu ngingo ziva ku ya 6 gushika ku ya 10 z'iri bwirizwa, aragirirwa itangazo rihamagarira guhiganira isoko rimenyeshwa abantu bose, mu majambo amwe ashirwa mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke ikindi kinyamakuru cose co mu gihugu canke mpuzamakungu gisomwa na benshi hamwe no ku rubuga mvajuru rw'amasoko ya Reta.

L'obligation de publicité concerne également les avis de pré-qualification.

Amatangazo yo gutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko na yo nyene ategerezwa kumenyekanishwa.

Article 139 : De la publication des marchés passés par les collectivités territoriales

Ingingo ya 139: Ukumenyekanisha amasoko atangwa n'inzego z'intango z'intwaro

Les marchés passés par les collectivités territoriales dont les montants sont inférieurs au seuil de contrôle *a priori* de la Direction nationale de contrôle des marchés publics sont publiés par voie d'affichage et par tout autre moyen assurant une large diffusion.

Amasoko atangwa n'inzego z'intango z'intwaro atwara amafaranga adashikana urugero ntarengwa rufatirwako rutuma amasoko abanza gusuzumwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu amenyekanishwa biciye mu kumanika amatangazo ayerekeye no mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose butuma abantu benshi bashobora kuyamenya.

L'absence de publication de l'avis d'appel d'offres ou de pré-qualification est sanctionnée par la nullité de la procédure.

Ukutamenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko canke iryerekeye ugutora ivy'intangamarara abemerewe guhiganira isoko bituma ibijanye n'ugutanga iryo soko bigirwa impfagusa.

Article 140 : De la publication des marchés

Les niveaux de seuils des marchés devant faire l'objet de publication à caractère strictement national ou international sont déterminés par voie réglementaire compte tenu de la nature des marchés, de leur importance au regard de leur coût prévisionnel ou de leur complexité.

Ingingo ya 140: Ukumenyekanisha amasoko

Urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga isoko ritwara rutegerezwa kumenyekanishwa mu gihugu gusa canke mu makungu rutomorwa biciye mw'itegeko bivanye n'isoko iryo ari ryo, uko ringana hafatiwe ku mafaranga ategekanirijwe iryo soko canke hafatiwe ku kuntu riba rigizwe n'ibintu vyinshi bitandukanye.

Article 141 : De la computation des délais d'insertion dans une publication

L'avis ne peut être confié à une publication que si l'Autorité contractante s'assure par tous les moyens que la direction de cette publications'engage à procéder à l'insertion dudit avis dans un délai de cinq (5) jours ouvrables à compter du lendemain du dépôt de la demande ou transmission contre récépissé.

Ingingo ya 141: Ingene ibiringo biharurwa

Itangazo rishobora guhabwa ikinyamakuru ari uko Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwakurikiranye mu buryo bwose ko ubuyobozi bw'ico kinyamakuru bwiyemeje kuritangaza mu kinyamakuru cabwo mu kiringo c'iminsi itanu (5) y'akazi iharurwa kuva ku munsi ukurikira umunsi itangazo ryashikirijwe ikinyamakuru canke ryarungikiweko hagatangwa urwandiko rwemeza ko ryakiriwe.

Section 2 : Des délais de publication de l'avis d'appel d'offres et de réception des offres

Agace ka 2: Ibiringo vy'ukumenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko n'ivy'ukwakira ivyo abahiganira isoko biyemeje

Article 142 : Des délais de publication de l'avis d'appel d'offres

Dans les procédures ouvertes, le délai de publication de l'avis d'appel d'offres et de réception des candidatures ou des offres est de vingt (20) jours à quarante (40) jours calendaires pour les marchés d'appel d'offres nationaux et de trente (30) jours à soixante (60) jours calendaires pour les marchés d'appel d'offres internationaux.

Ingingo ya 142: Ibiringo vy'ukumenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Mu masoko yugururiwe abakwije ibisabwa bose, ikiringo c'ukumenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko n'ico ukwakira abipfuza kurihiganira canke kwakira idosiye z'ivyo biyemeje kiva ku minsi mirongo ibiri (20) gushika ku minsi mirongo ine (40)ikurikirana iyo ari amasoko ahiganirwa n'abo mu gihugu gusa, kikava ku minsi mirongo itatu (30) gushika ku minsi mirongo itandatu (60) ikurikirana iyo ari amasoko ahiganirwa ku rwego mpuzamakungu.

Dans les procédures restreintes, le délai de publication de l'avis d'appel d'offres et de réception des candidatures ou des offres est de quinze (15) jours à trente (30) jours calendaires pour les marchés d'appel d'offres nationaux et de vingt (20) jours à quarante (40) jours calendaires pour les marchés d'appel d'offres internationaux.

Mu masoko yugururiwe abantu bakeyi, ikiringo c'ukumenyekanisha itangazo rihamagarira guhiganira isoko n'ico ukwakira abipfuza kurihiganira canke kwakira idosiye z'ivyo biyemeje kiva ku minsi icumi n'itanu (15) gushika ku minsi mirongo itatu (30) ikurikirana iyo ari amasoko ahiganirwa n'abo mu gihugu gusa, kikava ku minsi mirongo ibiri (20) gushika ku minsi mirongo ine (40) ikurikirana iyo ari amasoko ahiganirwa ku rwego mpuzamakungu.

Article 143 : De la computation des délais de publicité

Les délais prévus à l'article précédent commencent à courir à partir de la publication de l'avis.

Ingingo ya 143: Ingene haharurwa ibiringo vy'ukumenyesha itangazo

Ibiringo bitegekanijwe mu ngingo ya 152 bitangura guharurwa kuva itangazo rimenyekanishijwe.

CHAPITRE VII : DE LA DEMATERIALISATION DES PROCEDURES

IGICE CA VII: IVYEREKEYE UGUKORESHA UBUHINGA BWA NONE MU BIJANYE N'UGUTANGA AMASOKO

Section 1 : Desmodalités de dématérialisation

Agace ka 1: Ingene hakoreshwa ubuhinga bwa none mu bijanye n'amasoko ya Reta

Article 144 : Du principe

Dans le cadre de la mise en œuvre de la présente loi, les échanges d'information peuvent faire l'objet de transmission par voie électronique.

Ingingo ya 144: Ingingo ngenderwako

Mu ntumbero y'ugushira mu ngiro iri bwirizwa, ibimenyeshwa bijanye n'amasoko bishobora guhanahanwa biciye mu buhinga bwa none.

Article 145 : Du mode de transmission des documents d'appel d'offres

Les documents d'appel d'offres ou de consultation peuvent être mis à la disposition des candidats par voie électronique dans les conditions fixées par voie réglementaire, sous réserve que ces documents soient également mis à la disposition des candidats par voie postale, s'ils en font la demande.

Ingingo ya 145: Uburyo bw'ukurungika inzandiko zihamagarira guhiganira isoko

Inzandiko zihamagarira guhiganira isoko canke iz'ukwumvikana n'abahiganira isoko zishobora gushikirizwa abavyipfuza biciye mu buhinga bwa none hubahirijwe ibisabwa bishingwa biciye mw'itegeko, hatirengagijwe ko izo nzandiko zishikirizwa kandi, biciye mu maposita, iyo abipfuza guhiganira isoko babisavye.

Article 146 : Du mode de communication des offres

Sauf disposition contraire prévue dans le dossier d'appel d'offres ou l'avis d'appel à la candidature selon le cas, les candidatures et les offres peuvent également être communiquées à l'Autorité contractante par voie électronique, dans des conditions définies par voie réglementaire.

Ingingo ya 146: Uburyo bw'ugushikiriza ivyo abahiganira isoko biyemeje

Kiretse hari ingingo ibitegekanya ukundi iri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa canke mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko bivanye n'ico itangazo ryerekeye, idosiye z'abipfuza guhiganira isoko n'ivyo abahiganira isoko biyemeje bishobora gushikirizwa Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano biciye mu buhinga bwa none, hisunzwe ibisabwa bitomorwa biciye mw'itegeko.

Article 147 : De la possibilité de remplacement des documents physiques par un support électronique

Les dispositions de la présente loi qui font référence à des documents physiques ne font pas obstacle au remplacement de ceux-ci par un support ou échange électronique.

Ingingo ya 147: Ugushobora gusubiriza impapuro ibikoresho vyo mu buhinga bwa none bibika inkuru

Ingingo z'iri bwirizwa zitegekanya ko ibishikirizwa bishirwa ku mpapuro ntizibuza ko izo nzandiko zisubirirwa n'ibikoresho vyo mu buhinga bwa none bibika inkuru canke zigahanahanwa biciye muri ubwo buhinga nyene.

Section 2 : Des garanties

Agace ka 2: Ivyizeza

Article 148 : Du principe de non-discrimination

Les outils utilisés pour communiquer par des moyens électroniques, ainsi que leurs caractéristiques techniques, doivent avoir un caractère non discriminatoire, être disponibles au public et compatibles avec les technologies d'information et de communication généralement utilisées.

Ingingo ya 148: Ingingo y'ukudakumira

Ibikoresho bikoreshwa mu guhanahana amakuru biciye mu buhinga bwa none hamwe n'ibibiranga bijanye n'ubuhinga, bitegerezwa kuba bishobora gukoreshwa n'uwo ari we wese, uwo wese abikeneye ashobora kubironka kandi bihuye n'ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru bukoreshwa muri rusangi.

Article 149 : De l'authenticité par des moyens électroniques

Les conditions de nature à garantir l'authenticité des soumissions, candidatures et autres documents par des moyens électroniques sont définies par voie réglementaire.

Ingingo ya 149: Ugusuzuma ko ivyashikirijwe ari ivy'ukuri hakoreshejwe ubuhinga bwa none

Ibisabwa kugira hemezwe ko ivyo abahiganira isoko bashikiriza, idosiye z'abipfuza guhiganira isoko n'izindi nzandiko bicishwa mu buhinga bwa none ari ivy'ukuri, bitomorwa n'itegeko.

Article 150 : De l'intégrité des données communiquées

Les communications, les échanges et le stockage d'informations sont faits de manière à préserver l'intégrité des données et la confidentialité des offres et des demandes de participation.

Cette forme de communication doit être à même de garantir que les Autorités contractantes ne prennent connaissance du contenu des offres et des demandes de participation qu'à l'expiration du délai prévu pour la présentation de celles-ci.

Ingingo ya 150: Ukugumiza ibimenyeshwa uko biri

Ukumenyesha, uguhanahana, n'ukubika inkuru zijanye n'amasoko bigirwa ku buryo ibigize izo nkuru biguma uko biri kandi ku buryo ivyo abahiganira isoko bashikirije n'inzandiko z'ugusaba guhiganira isoko bigumizwa mw'ibanga.

Ubwo buryo bw'uguhanahana inkuru butegerezwa gutuma Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zimenya ibiri mu vyo abahiganira isoko biyemeje n'inzandiko z'ugusaba guhiganira isoko ari uko ikiringo c'ukubishikiriza gitegekanijwe kirangiye.

CHAPITRE VIII : DES CANDIDATS ET DES SOUMISSIONNAIRES

IGICE CA VIII: IVYEREKEYE ABIPFUZA GUHIGANIRA ISOKO N'ABAHIGANIRA ISOKO

Section 1 : De la capacité requise des candidats et soumissionnaires

Agace ka 1: Ubushobozi abipfuza guhiganira isoko hamwe n'abahiganira isoko bategerezwa kuba bafise

Article 151 : De la non-discrimination

Tout candidat qui possède les capacités juridiques, techniques, et financières nécessaires à l'exécution d'un marché public ou d'une délégation de service public, ainsi que l'expérience de l'exécution de contrats analogues peut participer aux procédures de passation de marchés et de délégations de service public.

Ingingo ya 151: Ukudakumira

Uwo wese yipfuza guhiganira isoko afise ubushobozi mu bijanye n'amategeko, ubuhinga n'amafaranga bukenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'isoko rya Reta canke mu kurangura igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi hamwe n'uwumenyereye gushira mu ngiro amasezerano nk'ayo, arashobora kuja muri ivyo vyose vyerekeye itangwa ry'isoko no mu bikorwa Reta yokoze bitumwa abandi.

Article 152 : De l'équité

Dans la définition des capacités visées à l'article précédent, les autorités contractantes ne prennent aucune disposition discriminatoire, notamment celles visant à faire obstacle à l'accès des petites et moyennes entreprises à la commande publique.

Ingingo ya 152: Ukutarenganya

Mu gutomora ibiranga ubushobozi buvugwa mu ngingo ya 161, inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano ntizifata ingingo n'imwe ikumira, nk'izifise intumbero y'ukubera intambamyi amashirahamwe matomato n'ayagereranye yo kuja mu bahiganira amasoko ya Reta.

Article 153 : De l'interdiction de participer à la commande publique en raison de conflit d'intérêt

Nonobstant les dispositions de l'article précédent, ne sont pas admises à participer aux procédures de passation de marchés et de convention de délégation de service public, en raison d'un conflit d'intérêt :

1) Les entreprises dans lesquelles les membres de l'organe de passation, de contrôle, de régulation, de la Commission provinciale de conciliation, le maître d'ouvrage délégué ou le maître d'œuvre, possèdent des intérêts financiers ou personnels de nature à compromettre la transparence des procédures de passation des marchés publics ;

ii.

1) Les entreprises affiliées aux consultants ayant contribué à préparer tout ou partie des dossiers d'appel d'offres ou de consultation.

Ingingo ya 153: Ukubuzwa kuja mu bahiganira amasoko ya Reta kubera hoba amatati afatiye ku nyungu

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 152, uwutarekuriwe kuja mu bikorwa vy'uguhiganira amasoko no kugira amasezerano y'ugukora ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, kubera hokwaduka amatati afatiye ku nyungu zitabangikanywa ni :

1) Amashirahamwe abagize urwego rujejwe itangwa ry'amasoko, urujejwe ukuyasuzuma,urujejwe ukuyacungera, abagize Umugwi w'intara ujejwe kwumvikanisha, intumwa ya nyene igikorwa canke uwujejwe igikorwa, bafisemwo inyungu z'amafaranga canke izindi nyungu zabo bwite zituma ibikurikizwa mu gutanga amasoko ya Reta bitagirwa ku mugaragaro ;

2) Amashirahamwe afise ico akorana n'abahinga bagize uruhara mu gutegura idosiye zidondora ivyerekeye amasoko ahiganirwa canke ibijanye n'ukwumvikana n'abahiganira isoko vyose canke bimwebimwe.

Article 154 : De l'admission à la concurrence publique

Toute entreprise est admise à la concurrence publique, à condition qu'elle puisse prouver qu'elle dispose d'une capacité technique et financière exigée et que le personnel aligné dispose d'une expérience technique nécessaire pour une bonne exécution du marché.

Ingingo ya 154: Ukwemererwa guhiganira isoko rya Reta

Ishirahamwe ryose riremererwa guhiganira isoko rya Reta igihe ryerekanye ko rifise ubushobozi busabwa mu vy'ubuhinga n'amafaranga kandi abakozi ryashikirije bakaba bamenyereye gukoresha ubuhinga bukenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'iryo soko ku buryo bubereye.

Article 155 : De la justification des capacités techniques

Les Autorités contractantes invitent les candidats et soumissionnaires à justifier de leurs capacités techniques, des marchés analogues qu'ils ont déjàexécutés, des moyens matériels et humains et une organisation appropriée eu égard aux caractéristiques du marché ou de la délégation de service public, telles que définies par le règlement particulier de l'appel d'offres (RPAO), et éventuellement de leur inscription à un registre professionnel dans les conditions prévues par la législation du pays où ils sont établis.

D'autres justifications des capacités techniques sont requises à condition qu'elles soient dûment motivées par les caractéristiques du marché ou de la délégation de service, et approuvées par la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Ingingo ya 155: Ukwerekana ivyemeza ubushobozi mu vy'ubuhinga

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirasaba abipfuza guhiganira isoko n'abarihiganira kwerekana ivyemeza ko bafise ubushobozi mu vy'ubuhinga, amasoko ameze nk'ayo bahiganira bamaze gushira mu ngiro, ibikoresho n'abakozi hamwe n'uko amashirahamwe yabo atunganijwe ku buryo bubereye hafatiwe ku biranga isoko rihiganirwa canke igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi, nk'uko bitomowe mw'itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko (RPAO), kandi bikenewe bakerekana ko banditswe mu gitabu candikwamwo abanyamwuga nk'uko bitegekanijwe n'amategeko y'igihugu bakoreramwo.

Ibindi vyemeza ko bafise ubushobozi mu vy'ubuhinga bisabwa ari uko biba bikenewe hafatiwe ku biranga isoko canke igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi kandi bikemezwa n'Ubuyobozi bujejwe gusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Article 156 : De l'obligation de justification des capacités techniques des sous traitants et des groupements

Les obligations prévues à l'article précédent s'appliquent aux sous-traitants et aux membres d'un groupement, si la soumission est le fait d'un groupement, selon l'importance de leur intervention dans l'exécution du marché ou de la délégation de service public.

Ingingo ya 156: Ugutegerezwa gutanga ivyemeza ko abazorangura ibikorwa bashinzwe n'uwatsindiye isoko hamwe n'inani z'amashirahamwe bafise ubushobozi mu vy'ubuhinga

Ibitegerejwe bitegekanijwe mu ngingo ya 155 birakurikizwa no kubarangura ibikorwa bashinzwe n'abatsindiye amasoko hamwe no ku mashirahamwe agize inani, iyo ari urunani rw'amashirahamwe ruhiganira isoko, bivanye n'uruhara bafise mw'ishirwa mu ngiro ry'isoko canke ry'igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi.

Article 157 : De l'autorisation spécifique pour les marchés de service

Dans les procédures de passation des marchés de services, lorsque les candidats ou les soumissionnaires ont besoin d'une autorisation spécifique ou sont membres d'une organisation spécifique pour pouvoir fournir le service concerné, l'Autorité contractante leur demande de prouver qu'ils possèdent cette autorisation ou qu'ils appartiennent à cette organisation.

Ingingo ya 157: Uruhusha rutangwa gusa ku masoko y'ukurangura ubuzi

Mw'itangwa ry'amasoko y'ukurangura ubuzi, igihe abipfuza guhiganira isoko canke abarihiganira bakeneye kuronka uruhusha rutangwa gusa ku masoko y'ukurangura ubuzi canke bakaba bari mw'ishirahamwe rinaka kugira barangure igikorwa gisaba ko urwo ruhusha rubanza gutangwa, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurabasaba ngo batange ivyemeza ko bafise urwo ruhusha canke ko bari muri iryo shirahamwe.

Article 158 : De la justification des capacités économiques et financières

La justification de la capacité économique et financière du candidat est constituée par un ou plusieurs des éléments suivants :

1) Des déclarations appropriées de banques ou organismes financiers habilités, ou, le cas échéant, la preuve d'une assurance des risques professionnels ;

2) La présentation des bilans et/ou d'extrait des bilans, dans les cas où la publication des bilans est prescrite par la législation du pays où le soumissionnaire est établi ;

3) Une déclaration relative au chiffre d'affaires global et, le cas échéant, le chiffre d'affaires du domaine d'activités faisant l'objet d'un marché ou de la délégation, pour, au maximum, les trois derniers exercices en fonction de la date de création de l'entreprise ou de début d'activité du soumissionnaire, dans la mesure où les informations sur ces chiffres d'affaires sont disponibles.

Ingingo ya 158: Ukwerekana ivyemeza ko uwipfuza guhiganira isoko afise ubushobozi mu vy'ubutunzi n'amafaranga

Ivyemeza ko uwipfuza guhiganira isoko afise ubushobozi mu vy'ubutunzi n'amafaranga bigizwe na kimwe canke vyinshi muri ibi bikurikira :

1) Inzandiko zisabwa z'amabanki canke z'amashirahamwe afatwa nk'amabanki abirekuriwe, canke, iyo bikenewe, icemeza ko yategekanirije impanuka zituruka ku kazi ;

2) Ugushikiriza ivyaranguwe ku mwaka canke iyimuriro ryavyo, mu gihe ugutangaza ivyaranguwe bitegekanijwe n'amategeko y'igihugu uwuhiganira isoko akoreramwo ;

3) Urwandiko rwerekana amafaranga yose yinjira, n'iyo bikenewe amafaranga yinjira ku mwaka mu bikorwa vyo mu gisata cerekewe n'isoko rihiganirwa canke igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi ajanye n'ikiringo kitarenza imyaka itatu y'ibikorwa iheruka bivanye n'igenekerezo ishirahamwe ryashingiweko canke aho uwuhiganira isoko yatanguriyeko ibikorwa, mu gihe ibimenyeshwa vyerekeye ayo mafaranga yose yinjira ku mwaka bihari.

Article 159 : De la précision des éléments à produire

Les Autorités contractantes précisent, dans l'avis de marché ou dans l'invitation à soumissionner, celui ou ceux des éléments visés à l'article 158, qu'elles ont choisis, ainsi que d'autres éléments pertinents à produire.

Si, pour une raison bien fondée, le soumissionnaire n'est pas en mesure de produire les éléments demandés par l'Autorité contractante, il est autorisé à prouver sa capacité économique et financière par tout autre document jugé probant par l'Autorité contractante.

Ingingo ya 159: Ugutomora ibikenewe gushikirizwa

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano ziratomora, mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko canke mu butumire bwo guhiganira isoko, igikenewe canke ibikenewe kumenyeshwa bivugwa mu ngingo ya 158, zahisemwo ko bitegerezwa gushikirizwa, hamwe n'ibindi bikenewe bitegerezwa gushikirizwa.

Iyo, bitumwe n'imvo yumvikana, uwuhiganira isoko adashoboye gushikiriza ibisabwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, ararekuriwe kwerekana ivyemeza ko afise ubushobozi mu vy'ubutunzi n'amafaranga mu gushikiriza urundi rwandiko rwose Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rubona ko rukwiye.

Article 160 : De la précision des éléments à produire par les sous-traitants et les groupements

L'obligation dont il est question à l'article précédent s'applique aux sous-traitants et aux membres d'un groupement, si la soumission est le fait d'un groupement, selon l'importance de leur intervention dans l'exécution du marché ou de la délégation de service public.

Ingingo ya 160: Ugutomora ibitegerezwa gushikirizwa n'abarangura ibikorwa bashinzwe n'uwatsindiye isoko hamwe n'inani z'amashirahamwe

Ibitegerejwe bivugwa mu ngingo ya 159 birakurikizwa ku barangura ibikorwa bashinzwe n'abatsindiye amasoko hamwe no ku mashirahamwe agize inani, iyo ari urunani rw'amashirahamwe ruhiganira isoko, bivanye n'uruhara bafise mw'ishirwa mu ngiro ry'isoko canke ry'igikorwa Reta yokoze gitumwa abandi.

Section 2 : De l'inéligibilité

Agace ka 2: Ukutarekurirwa kuja mu bahiganira isoko

Article 161 : Des cas d'inéligibilités

Ne peuvent postuler à la commande publique, les personnes physiques ou morales :

Ingingo ya 161: Abatarekuriwe kuja mu bahiganira isoko

Abatarekuriwe kuja mu bahiganira isoko rya Reta ni abantu canke amashirahamwe akurikira :

1) Qui n'ont pas acquitté les droits, taxes, impôts, cotisations, contributions, redevances ou prélèvements de quelque nature que ce soit, ou à défaut, ne peuvent justifier par un document de l'Administration concernée du respect de leurs obligations en matière fiscale et sociale ;

1) Abatarishe amafaranga asabwa, amatagisi, amakori, intererano, imfashanyo, amafaranga atozwa canke ayakatwa ayo ari yo yose canke na ho, abadashobora kwerekana urwandiko rw'ubutegetsi vyerekeye rwemeza ko bubahirije ivyo bategerejwe mu bijanye n'amakori no mu vy'imibano ;

2) Qui n'ont pas souscrit aux déclarations prévues par les lois et règlements en vigueur ;

2) Abatamenyesheje ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko ahasanzwe ;

3) Qui sont en état de liquidation judiciaire ou en faillite ;

3) Abo amashirahamwe yabo ariko araherahezwa bishinzwe n'ubutungane canke bahomvye ;

4) Qui sont frappées de l'une des interdictions ou déchéances prévues par la législation en vigueur, notamment la législation pénale et fiscale ;

4) Abatswe ububasha canke iteka bitegekanijwe n'amabwirizwa ahasanzwe, nk'amategeko mpanavyaha n'amategeko agenga amakori ;

5) Qui sont affiliées aux consultants ayant contribué à préparation en tout ou partie des dossiers d'appel d'offres ou de consultation ;

5) Abafise ico bakorana n'abahinga bagize uruhara mu gutegura idosiye zidondora ivyerekeye amasoko ahiganirwa canke ibijanye n'ukwumvikana n'abahiganira isoko vyose canke bimwebimwe ;

6) Qui possède des intérêts financiers ou tout autre intérêt de quelque nature que ce soit incompatibles avec la qualité de personne responsable des marchés ou l'un des membres de la cellule de gestion des marchés, de la direction nationale de contrôle des marchés publics, ou de l'Autorité de régulation des marchés publics et de la commission provinciale de conciliation ;

6) Abafise inyungu z'amafaranga canke iyindi nyungu iyo ari yo yose itabangikanywa n'ukuba umuntu ashinzwe amasoko, canke umwe mu bagize umugwi utunganya amasoko, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, canke Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta hamwe n'abagize umugwi w'intara ujejwe ukwumvikanisha ;

7) Qui ont été condamnés pour une infraction à la législation sur les marchés publics ou ont été exclues des procédures de passation des marchés par une décision de justice définitive en matière pénale, fiscale, ou par une décision de l'Autorité de régulation des marchés publics.

7) Abahaniwe icaha c'ukurengaamategeko agenga amasoko ya Reta canke bakuwe mu bijanye n'itangwa ry'amasoko n'ingingo ntabanduka y'ubutungane ijanye n'amategeko mpanavyaha, ayagenga amakori canke ingingo y'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Article 162 : De l'application des règles d'inéligibilité aux sous-traitants et aux groupements

Les règles d'inéligibilité s'appliquent aux sous-traitants et aux membres d'un groupement, aux parents ou alliés jusqu'au premier degré des personnes citées au point 6 de l'article précédent.

Ingingo ya 162: Ikurikizwa ry'ingingo z'ukutarekurirwa kuja mu bahiganira isoko ku bashingwa ibikorwa n'uwatsindiye isoko hamwe no ku nani z'amashirahamwe

Ingingo z'ukutarekurirwa kuja mu bahiganira isoko zirakurikizwa ku bashingwa ibikorwa n'uwatsindiye isoko no ku bagize inani z'amashirahamwe, ku ncuti canke ku bahanye abageni gushika ku rugero rwa mbere n'abantu badondaguwe mu karongo ka 6 k'ingingo ya 161.

Section 3 : De la certification des candidats

Agace ka 3: Ukwemeza abipfuza guhiganira isoko

Article 163 : Des modalités

L'Autorité contractante peut demander aux entreprises candidates de produire un certificat de qualification. Ce certificat est délivré par l'organisme officiel responsable de la certification des entreprises en respectant les critères d'objectivité et de transparence.

Ingingo ya 163: Uburyo bikorwa

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora gusaba amashirahamwe yipfuza guhiganira isoko kwerekana urwandiko rwemeza ko akwije ibisabwa kugira ahiganire isoko.Urwo rwandiko rutangwa n'Urwego rwemewe n'amategeko rushinzwe kwemeza amashirahamwe rwisunze ibifatirwako bijanye n'ukudahengama n'ugukorera ku mugaragaro.

Article 164 : De l'établissement et de la publication de la liste des entreprises certifiées

L'organisme visé à l'article précédent comprenant des représentants de l'Etat et des représentants des entreprises, en nombre égal, établit et publie une liste constamment remise à jour et sujette au contrôle régulier de l'Autorité de régulation des marchés publics.

Ingingo ya 164: Ugutegura n'ugutangaza urutonde rw'amashirahamwe yemejwe

Urwego ruvugwa mu ngingo ya 163 rugizwe n'abaserukira Reta hamwe n'abaserukira amashirahamwe, ku gitigiri kingana, rurategura rukongera rugatangaza urutonde ruja rurashirwa ku gihe kandi rukaja rurasuzumwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Article 165 : De la non discrimination dans l'exigence des documents de certification

L'Autorité contractante ne peut exiger la production d'un tel certificat pour justifier des capacités techniques des soumissionnaires à titre exclusif ou de manière discriminatoire.

Ingingo ya 165: Ukudakumira mu gusaba inzandiko zemeza ko abahiganira isoko bakwije ibisabwa

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ntirushobora gusaba urwandiko runaka mu ntumbero y'ukwemeza ubushobozi mu vy'ubuhinga ku bahiganira isoko bamwebamwe gusa canke ku buryo bukumira.

Section 4 : De l'inexactitude et de la fausseté des mentions

Article 166 : Des sanctions applicables

Sans préjudice des sanctions applicables en matière pénale et en vertu des articles 361 à 364 de la présente loi, l'inexactitude des mentions obérant les capacités techniques, financières et les pièces administratives demandées dans le dossier d'appel d'offres ou leur fausseté, est sanctionnée par le rejet de l'offre.

Agace ka 4: Ugushikiriza ibitari vyo hamwe n'ibinyoma

Ingingo ya 166: Ibihano bikurikizwa

Hatirengagijwe ibihano bishobora gufatwa hisunzwe ingingo ziva ku ya 361 gushika ku ya 364 z'iri bwirizwa n'iz'Igitabu c'amategeko mpanavyaha, ugushikiriza ibitari vyo mu vyerekeye ubushobozi mu vy'ubuhinga, amafaranga hamwe n'inzandiko zitangwa n'ubutegetsi zisabwa mw'idosiye ihamagarira abipfuza guhiganira isoko canke ibinyoma, bihanishwa n'ukutakira idosiye y'ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje.

CHAPITRE IX : DE LA PROCEDURE DE PRESENTATION, DE RECEPTION ET D'OUVERTURE DES OFFRES

Section 1 : De la procédure de présentation des offres

Article 167 : Des modalités

Sous réserve des dispositions spécifiques applicables aux marchés de prestations intellectuelles, les offres du soumissionnaire sont contenues dans une seule enveloppe comprenant les renseignements relatifs à la candidature, la garantie d'offre requise, et, séparément, l'offre technique et l'offre financière.

Les offres déposées par les soumissionnaires sont signées par eux ou par leurs mandataires dûment habilités, sans que ces mêmes mandataires ne puissent représenter plus d'un soumissionnaire dans la procédure relative au même marché.

Les offres sont accompagnées d'un acte d'engagement du soumissionnaire qui est signé par ce dernier ou son représentant dûment habilité.

IGICE CA IX: INGENE AMABAHASHA ASHIKIRIZWA, YAKIRWA N'INGENE YUGURURWA

Agace 1: Ingene amabahasha ashikirizwa

Ingingo ya 167: Ingene bikorwa

Hatirengagijwe ibitegekanijwe bikurikizwa ku masoko yerekeye ibikorwa mvabwenge, ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje bishirwa mw'ibahasha rimwe rijamwo ibiranga uwipfuza guhiganira isoko, ingwati itegerejwe, hamwe n'ibahasha ry'ivyiyemejwe bijanye n'ubuhinga n'iry'ivyiyemejwe bijanye n'amafaranga, imwimwe ukwayo.

Ivyiyemejwe bishikirizwa n'abahiganira isoko ni bo bavyishiririrako umukono canke bigashirwako umukono n'abo batumye nk'uko bitegerejwe, ariko abatumwa ntibashobora guserukira abahiganira isoko barenga umwe, kw'isoko rimwe.

Ivyiyemejwe biba biri kumwe n'urwandiko rw'ukwiyemeza guhiganira isoko rushirwako umukono n'uwuhiganira isoko canke uwumuserukira yatumye nk'uko bitegerejwe.

Article 168 : De l'obligation de fournir une garantie d'offre

Pour être admis à présenter une offre, les soumissionnaires au marché passé par appel d'offres sont tenus de fournir une garantie d'offre lorsque le dossier d'appel d'offres l'exige.

Il n'est pas demandé de garantie d'offre pour les marchés de prestations intellectuelles et pour les demandes de cotation.

Ingingo ya 168: Ugutegerezwa gutanga ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko

Kugira bemererwe gushikiriza ivyo biyemeje, abahiganira isoko ritangwa biciye mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko bategerezwa gutanga ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko bashikiriza, mu gihe idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa ibisaba.

Nta ngwati isabwa ku masoko yerekeye ibikorwa mvabwenge no ku masoko abayahiganira baronderwa bidaciye mw'itangazo.

Article 169 : Du montant dela garantie d'offre

Le montant de la garantie d'offre est indiqué dans le dossier d'appel d'offres. Il est fixé en fonction de l'importance du marché par l'Autorité contractante. Il est compris entre un (1) et deux (2) pour cent du montant prévisionnel du marché.

Ingingo ya 169: Igitigiri c'amafaranga y'ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko

Igitigiri c'amafaranga y'ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko kirerekanwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa. Ico gitigiri gishingwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano bivanye n'uko isoko ringana. Ico gitigiri kiri hagati y'igice kimwe (1) n'ibice bibiri (2) kw'ijana vy'amafaranga ategekanywa gukoreshwa kuri iryo soko.

Article 170 : De la constitution de la garantie d'offre

La garantie d'offre est mise dans l'enveloppe contenant l'offre du soumissionnaire. Lorsque l'analyse se fait en deux étapes, la garantie d'offre est mise dans l'enveloppe qui contient l'offre technique.

Ingingo ya 170: Itangwa ry'ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko

Ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko ishirwa mw'ibahasha y'ivyo uwuhiganira isoko yiyemeje. Mu gihe ukwihweza idosiye z'abahiganira isoko bigirwa mu ntambwe zibiri, ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko ishirwa mw'ibahasha ririmwo ivyiyemejwe bijanye n'ubuhinga

Article 171 : De l'interdiction de divulgation des informations

Sans préjudice des dispositions du Code pénal et de la présente loi, notamment celles relatives aux obligations en matière de publicité des marchés attribués et d'information des candidats et des soumissionnaires, et, conformément à la législation à laquelle est soumise l'Autorité contractante, cette dernière ne peut divulguer les renseignements que les soumissionnaires lui ont communiqués à titre confidentiel. Ces renseignements comprennent notamment les secrets techniques ou commerciaux et les aspects confidentiels des offres.

Ingingo ya 171: Ukubuza kumena amabanga y'ibiri mw'idosiye

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha no muri iri bwirizwa, nk'ivyerekeye ibitegerejwe bijanye n'ugutangaza amasoko yatanzwe n'ibimenyeshwa abipfuza guhiganira isoko hamwe n'abarihiganira, kandi hisunzwe amategeko agenga Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, urwo Rwego ntirushobora gushira ahabona ivyo abahiganira isoko bashikirije mw'ibanga. Ivyo abahiganira isoko bashikiriza biba birimwo nk'amabanga ajanye n'ivy'ubuhinga canke ivy'ubudandaji n'ibindi bijanye n'ivyiyemejwe.

Section 2 : De la procédure de réception des offres

Agace ka 2: Ingene amabahasha yakirwa

Article 172 : De l'identification des offres

Sous réserve des dispositions des articles 144 à 150 de la présente loi relatifs à la dématérialisation, les offres sont adressées à l'Autorité contractante sous pli fermé, portant le numéro et l'objet de l'appel d'offres.

Ingingo 172: Ibiranga idosiye z'uguhiganira isoko

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 144 gushika ku ya 150 z'iri bwirizwa zerekeye ugukoresha ubuhinga bwa none, ivyiyemejwe bishikirizwa mw'ibahasha ryugaye, ririko inomero n'ico isoko rihiganirwa ryerekeye.

Article 173 : De la présentation des offres des marchés de prestations intellectuelles

Dans les cas des marchés de prestations intellectuelles, l'offre technique et l'offre financière sont placées dans deux enveloppes différentes et remises sous pli fermés.

Ingingo ya 173: Ingene amabahasha yerekeye amasoko y' ibikorwa mvabwenge ashikirizwa

Mu gihe ari amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge, ivyiyemejwe bijanye n'ubuhinga, n'ivyiyemejwe bijanye n'amafaranga bishirwa mu mabahasha abiri rimwerimwe ukwaryo kandi agashikirizwa yugaye.

Article 174 : De la réception des offres

Les plis contenant les offres sont reçus contre récépissé au lieu et jusqu'à la date et l'heure limite de réception indiqués dans l'avis d'appel d'offres.

Ingingo ya 174: Ingene amabahasha y'ivyiyemejwe yakirwa

Amabahasha arimwo ivyiyemejwe n'abahiganira isoko yakirirwa mu kibanza no gushika kw'igenekerezo n'isaha ntarengwa ry'ukuyakira bitomowe mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko hatanzwe icemeza ko yakiriwe.

A leur réception, les plis sont revêtus immédiatement d'un numéro d'ordre, de l'indication de la date, de l'heure de remise, et enregistrés dans l'ordre d'arrivée sur un registre spécial délivré par l'Autorité de régulation des marchés publics. Ils restent fermés jusqu'à la date de leur ouverture.

Amabahasha yakiriwe, aca ashirwako ubwo nyene inomero y'urukurikirane, igenekerezo, isaha ashikiririjweko, agaca yandikwa hakurikijwe uko yakurikiranye mu gitabu kivyerekeye gitangwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta. Ayo mabahasha ategerezwa kuguma yugaye gushika igihe c'ukuyugurura kigeze.

Section 3 : De la procédure d'ouverture des offres

Agace ka 3: Ingene amabahasha yugururwa

Article 175 : De l'ouverture publique des offres

Ingingo ya 175: Ukwugurura amabahasha ku mugaragaro

Sous réserve des dispositions spécifiques applicables aux marchés de prestations intellectuelles, la séance d'ouverture des plis est publique.

Hatirengagijwe ingingo zitegekanijwe zikurikirwa ku masoko y'ibikorwa mvabwenge, amabahasha yugururwa ku mugaragaro

Seuls sont ouverts les plis reçus dans les conditions fixées ci-dessus. Les offres parvenues postérieurement aux dates et heures limites de dépôt ne sont pas ouvertes.

Ayashobora kwugururwa yonyene ni ayakiriwe hubahirijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 174. Amabahasha y'ivyiyemejwe ashitse inyuma y'igenekerezo n'amasaha ntarengwa y'ukuyashikiriza ntiyugururwa.

Article 176 : De la présidence de la séance d'ouverture des offres

Ingingo ya 176: Ukurongora igikorwa c'ukwugurura amabahasha

L'ouverture de la séance de dépouillement est présidée par le président de la sous-commission d'ouverture, pour procéder aux opérations d'ouverture en présence des soumissionnaires ou leurs représentants qui le souhaitent, au plus tard à la date et à l'heure fixée dans le dossier d'appel d'offres comme date limite d'ouverture des offres.

Igikorwa c'ukwugurura amabahasha gitangura kirongowe n'umukuru w'umugwi ushinzwe kwugurura amabahasha, kugira amabahasha yugururwe abahiganira isoko canke ababaserukira bavyipfuza ari ho bari, hatarenze igenekerezo n'isaha vyashinzwe mw'idosiye ihamagarira guhiganira isoko nk'igenekerezo ntarengwa ry'ukwugurura amabahasha.

Article 177 : Des modalités d'ouverture des plis

Ingingo ya 177: Ibikurikizwa mu kwugurura amabahasha

Le président de la séance dresse la liste des soumissionnaires en leur présence, examine les pièces justificatives produites et rejette les offres reçues hors délais.

Uwurongoye igikorwa c'ukwugurura amabahasha aragira urutonde rw'abahiganira isoko ari ho bari, akihweza impapuro zemeza ibisabwa bashikirije agaca asubiza inyuma amabahasha yashikirijwe igihe carenze.

Le nom de chaque candidat, le montant de chaque offre et éventuellement de chaque variante, et le cas échéant, le montant des rabais proposé, les délais de réalisation, sont lus à haute voix. La présence ou l'absence de garantie d'offre est également mentionnée.

Izina ry'umwumwe wese mu bipfuza guhiganira isoko, igitigiri c'amafaranga uwuhiganira isoko wese yashikirije n'ikindi gitigiri c'agateganyo iyo yagishizemwo, n'iyo bikenewe, igitigiri c'amafaranga yogabanywa ku cashikirijwe, ibiringo vy'ugushira mu ngiro isoko, birasomwa n'ijwi ryumvikana.Ukuba hari ingwati yatanzwe canke ata yatanzwe na vyo nyene biravugwa.

Article 178 : Du procès-verbal d'ouverture des offres

Ingingo ya 178: Icegeranyo c'igikorwa c'ukwugururа amabahasha

Les renseignements dont il est question à l'article précédent, ainsi que les éventuels incidents survenus lors de l'ouverture des plis ou les éventuelles protestations ou observations des soumissionnaires, sont consignés dans le procès-verbal de la séance d'ouverture auquel est jointe la liste signée par les soumissionnaires présents ou leurs représentants.

Ibimenyeshwa vyavuzwe mu ngingo ya 177, n'ivyoba vyashitse mu gihe c'ukwugururа amabahasha canke ivyoba bitashimishije canke ivyashikirijwe n'abahiganira isoko, birandikwa mu cegeranyo c'igikorwa c'ukwugururа amabahasha kigaherekezwa n'urutonde ruriko imikono y'abahiganira isoko bahari canke ababaserukira.

Article 179 : De la signature et publication du procès-verbal d'ouverture

Ingingo ya 179: Ugushira umukono ku cegeranyo c'igikorwa c'ukwugururа amabahasha n'ukugitangaza

Le procès-verbal est contresigné par les membres de la sous-commission d'ouverture. Une liste de présences signée par les soumissionnaires présents est annexée au procès-verbal d'ouverture.

Icegeranyo kiranashirwako umukono n'abagize umugwi ujejwe igikorwa c'ukwugururа amabahasha. Urutonde ruriko imikono y'abahiganira isoko bari bahari rurashirwa hamwe n'icegeranyo c'igikorwa c'ukwugururа amabahasha.

Le procès-verbal est publié par la Personne responsable des marchés et remis sans délai à tous les soumissionnaires qui en font la demande.

Icegeranyo kiratangazwa n'Umuntu ashinzwe amasoko kigaca gishikirizwa bidatevye abahiganira isoko bose bagisavye.

Article 180 : De la relance d'une consultation restreinte

Dans le cadre des procédures caractérisées par une consultation restreinte des candidats, notamment en cas d'une pré-qualification, d'un appel d'offre restreint, et en matière de prestations intellectuelles, lorsqu'un minimum de trois (3) plis n'a pas été remis aux dates et heures limites de réception des offres, l'Autorité contractante ouvre un nouveau délai qui ne peut être inférieur à dix (10) jours calendaires et qu'elle porte à la connaissance du public. A l'issue de ce nouveau délai, la sous-commission d'ouverture procède aux opérations d'ouverture, quel que soit le nombre d'offres reçues.

Ingingo ya 180: Ugusubira guhamagarira abahiganira isoko ritugururiwe bose

Mu gutanga isoko ritugururiwe bose, biciye mu guhitamwo abipfuza guhiganira isoko bakeyi, nko mu gihe c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganirwa isoko, uguhamagarira isoko ku bantu bakeyi, no mu gihe ari isoko ry'ibikorwa mvabwenge, mu gihe n'imiburiburi ata n'amabahasha atatu (3) yashikirijwe ku magenekerezo n'amasaha ntarengwa y'ukwakirirako amabahasha y'ivyiyemejwe, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruca rwugururа ikiringo gishasha kidashobora kuba munsi y'iminsi icumi (10) ikurikirana kandi rugaca rukimenyesha abantu bose. Ico kiringo giheze, Umugwi ujejwe kwugururа amabahasha uca uyugururа, hatarabwe igitigiri c'amabahasha yabonetse.

Article 181: De la relance d'un marché de gré à gré.

Sauf en cas d'urgence impérieuse, lorsqu'un minimum de trois plis n'a pas été remis aux dates et heure de réception des offres, l'Autorité contractante remet en concurrence au moins trois (3) autres candidats susceptibles d'exécuter ce marché.

A l'issue de cette opération, l'Autorité contractante procède à l'ouverture, quel que soit le nombre d'offres reçues.

Ingingo ya 181: Ugusubira guhamagarira isoko ritangwa biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro

Kiretse vyihutirwa cane rwose, mu gihe n'imiburiburi ata n'amabahasha atatu yashikirijwe kw'igenekerezo n'isaha vy'ukwakirirako ayo mabahasha, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruca rurondera n'imiburiburi abandi bantu batatu (3) bahiganira isoko bashobora gushira mu ngiro iryo soko.

Ico gikorwa kirangiye, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruca rwugururа amabahasha, rutaravye igitigiri c'amabahasha yabonetse.

CHAPITRE X : DE LA PROCEDURE ET CRITERES D'EVALUATION DES OFFRES

IGICE CA X: IBIKURIKIZWA N'IBIFATIRWAKO MU KWIHWEZA IVYO ABAHIGANIRA ISOKO BIYEMEJE

Section 1 : De la procédure d'évaluation des offres

Agace ka 1: Ibikurikizwa mu kwihweza ivyo abahiganira isoko biyemeje

Sous-section 1 : Des principes d'évaluation des offres

Agahimba k'agace ka 1: Ingingo ngenderwako mu kwihweza ivyo abahiganira isoko biyemeje

Article 182 : De la mission de la sous-commission d'analyse

Ingingo ya 182: Umurimo w'umugwi ujejwe kwihweza ivyo abahiganira isoko biyemeje

Les copies des offres reçues sont confiées à la sous-commission d'analyse désignée par le président de la commission de passation du marché, pour évaluation et classement.

Amakopi y'ivyiyemejwe n'abahiganira isoko yakiriwe ashikirizwa umugwi ujejwe kwihweza ivyiyemejwe ugenwa n'umukuru w'umugwi ujejwe gutanga isoko, kugira wihweze wongere ubishire ku rutonde.

La sous-commission d'analyse procède à la vérification des pièces justificatives, à l'évaluation des offres techniques et financières et à leur classement, suivant des critères édictés par le dossier d'appel d'offres.

Umugwi ujejwe kwihweza ivyo abahiganira isoko biyemeje urasuzuma impapuro zemeza ibisabwa, ukihweza ivyiyemejwe bijanye n'ubuhinga n'amafaranga ukongera ukabishira ku rutonde, hakurikijwe ibifatirwako bitegekanijwe mw'idosiye idondora isoko rihiganirwa.

La sous-commission d'analyse établit un rapport d'analyse dans un délai prescrit par le président de la commission de passation du marché et rendu public lors de la séance d'ouverture des plis.

Umugwi ujejwe kwihweza ivyo abahiganira isoko biyemeje uragira icegeranyo c'ivyo wihweje mu kiringo gishingwa n'umukuru w'umugwi ujejwe gutanga isoko kandi kigashirwa ahabona mu gihe c'igikorwa c'ukwugurura amabahasha.

Le délai susdit doit être, compatible avec le délai de validité des offres, et qui ne peut en aucun cas excéder quinze (15) jours.

Ikiringo gihejeje kuvugwa gitegerezwa kuba kiri mu kiringo ivyo abahiganira isoko biyemeje bimara vyemewe kandi nticigera kirenza iminsi icumi n'itanu (15).

Toutefois, ce délai peut être prorogé jusqu'à trente (30) jours sur demande motivée adressée à la personne responsable des marchés.

Ariko, ico kiringo kirashobora kwongerezwa gushika ku minsi mirongo itatu (30) bisabwe uwushinzwe amasoko ya Reta vyatangiwe imvo.

Le rapport d'analyse fait l'objet d'un document unique, paraphé et signé par tous les membres de la sous-commission, qui peuvent y mentionner leurs réserves.

Icegeranyo c'ivyihwejwe gishirwa mu rwandiko rumwe, umwumwe wese mu bagize umugwi ashirako *impfunyapfunyo y'umukono* ku *rupapuro* rumwerumwe n'umukono ku rupapuro rwa nyuma, bagashobora gushiramwo ivyo babangiriyeko.

Article 183 : De la demande d'éclaircissements aux soumissionnaires

Le président de la commission de passation des marchés peut, sur proposition de la sous-commission d'analyse, demander aux soumissionnaires des éclaircissements sur leurs offres. La demande d'éclaircissements s'applique en cas de manquement constaté au cours de l'analyse de l'éligibilité et de la qualification des soumissionnaires uniquement.

Les éclaircissements demandés et fournis par écrit ne peuvent porter que sur des aspects purement administratifs de l'offre qui n'ont pas trait directement au contenu de l'offre, mais plutôt à la forme que prend celle-ci, ou à la situation propre du soumissionnaire entre autres les capacités technique, économique et financière, l'éligibilité, la signature manquante.

Dans l'intérêt de l'équité de la procédure et de la bonne gestion des finances publiques, il peut être autorisé de compléter les offres par la remise de documents manquants portant sur ces aspects repris à l'alinéa précédent pendant la phase d'analyse des offres.

Le soumissionnaire dispose d'un délai de trois jours (3) ouvrables pour fournir les éclaircissements demandés.

Les éclaircissements des soumissionnaires font l'objet d'un rapport de synthèse paraphé et signé par tous les membres de la sous-commission d'analyse.

Ingingo ya 183: Ugusaba umuco abahiganira isoko

Umukuru w'umugwi ujejwe itangwa ry'amasoko arashobora, bishikirijwe n'umugwi ujejwe ukwihweza ivyashikirijwe n'abahiganira isoko, gusaba abahiganira isoko gutanga umuco ku bijanye n'ivyo bashikirije. Umuco ku bidatahuritse usabwa gusa mu gihe hari agahaze kibonekeje mu kwihweza abokwemererwa guhiganira isoko no mu gihe co gutora abahiganira isoko bakwije ibisabwa.

Umuco usabwa kandi ugatangwa biciye mu rwandiko werekera gusa ukuntu ivyiyemejwe vyashikirijwe ataco bihindura ku bibigize, ariko bikaba bijanye n'uko idosiye iteguwe, canke bifitaniye isano n'uko uwuhiganira isoko yifashe nko mu vyerekeye ubushobozi mu vy'ubuhinga, ubutunzi n'amafaranga, ivyotuma yemererwa guhiganira isoko canke umukono ubura.

Mu ntumbero y'ukutarenganya mu gutanga isoko no mu gutunganya neza ikigega c'igihugu, abahiganira isoko barashobora guhabwa uburenganzira bwo kwongera ibibura mu vyo bashikirije hakongerwamwo inzandiko zibura zerekeye ibivugwa mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo mu gihe c'ukwihweza ivyashikirijwe n'abahiganira isoko.

Uwuhiganirwa isoko afise ikiringo c'iminsi itatu (3) y'akazi kugira abe yatanze umuco ku vyo yasabwe.

Ivyatanzweko umuco vyashikirijwe n'abahiganira isoko birashirwa mu cegeranyo gishirwako impfunyapfunyo y'umukono ku rupapuro rumwerumwe n'umukono ku rupapuro rwa nyuma n'abo bose bagize umugwi ujejwe ukwihweza ivyashikirijwe n'abahiganira isoko.

Article 184 : De la proposition d'attribution provisoire

Les rapports d'analyse et de synthèse sont soumis à la commission de passation du marché, au terme de sa séance d'analyse. Cette dernière émet des propositions d'attribution provisoire.

En cas de divergence sur son contenu, tous les membres signent le rapport d'analyse et de synthèse, mais peuvent exprimer leur opinion divergente par écrit, adressée à la personne responsable du marché.

Ingingo ya 184: Ugushikiriza icegeranyo c'uwotsindira isoko

Icegeranyo c'ivyavuye mu vyihwejwe n'ivyashitsweko gishikirizwa umugwi ujejwe itangwa ry'isoko, igikorwa c'ukwihweza ivyashikirijwe n'abahiganira isoko kirangiye. Uwo mugwi urashikiriza icegeranyo c'uwotsindira isoko.

Mu gihe hatabaye ukwumvikana ku vyashizwe mu cegeranyo, abagize umugwi bose baragishirako umukono, ariko barashobora gushikiriza umuntu ashinzwe iryo soko biciye mu rwandiko ivyiyumviro vyabo batahurijeko.

Article 185 : Des critères d'évaluation des offres

Sous réserve des dispositions spécifiques applicables aux marchés de prestation intellectuelles, l'évaluation des offres se fait sur base des critères économiques, financiers et techniques, mentionnés dans le dossier d'appel d'offres, afin de déterminer l'offre conforme évaluée la moins disante.

Ingingo ya 185: Ibifatirwako mu gutanga amanota ku vyashikirijwe n'abahiganira isoko

Hatirengagijwe ingingo zerekeye amasoko y'ibikorwa mvabwenge, mu gutanga amanota ku vyashikirijwe n'abahiganira isoko hisungwa ibifatirwako bijanye n'ubutunzi, amafaranga n'ubuhinga, bitomowe mw'idosiye idondora isoko rihiganirwa kugira hamenyekane idosiye yatsindiye isoko.

Article 186 : De l'objectivité des critères d'évaluation

Les critères d'évaluation des offres, tels que les coûts d'utilisation, le prix, la rentabilité, la qualité, la valeur technique et fonctionnelle doivent être objectifs et en rapport avec l'objet du marché, qu'ils soient ou non financés sur le budget national, quantifiables et exprimés en termes monétaires.

Ingingo ya 186: Ukutagira amahinyu kw'ibifatirwako mu gutanga amanota ku vyashikirijwe n'abahiganira isoko

Ibifatirwako mu gutanga amanota ku vyashikirijwe n'abahiganira isoko, nk'ibiguzi bijanye n'ugushira mu ngiro isoko, igiciro c'isoko, umwimbu uva mu birangurwa, akaranga k'ibirangurwa, agaciro k'ubuhinga bukoreshwa n'ingene bukora bitegerezwa kuba bitagira amahinyu kandi bifatiye ku co isoko ryerekeye, vyaba ibikorwa bizorihwa mu mafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka canke mu mafaranga ava ahandi, biharurika kandi bigaharurwa mu mafaranga.

Ces critères sont notamment les conditions d'exploitation et d'entretien, la durée de vie potentielle des ouvrages produits ou, des fournitures et services concernés, le service après-vente, l'assistance technique, le délai d'exécution et le calendrier de paiement.

Ivyo bifatirwako ni nk'ibijanye n'ugukoresha n'ukubungabunga ivyo isoko ryerekeye, ikiringo ivyubatswe bishobora kumara canke, ivyimuka hamwe n'ubuzi vyerekeye isoko ritangwa, ivyo uwatsindiye isoko ashobora kubandanya asanura yaramaze gushira mu ngiro isoko yatsindiye, ugufasha mu vy'ubuhinga, ikiringo ibikorwa vy'ugushira mu ngiro isoko bizomara n'ikirangaminsi c'ukurihwa amafaranga bijanye.

Si, compte tenu de l'objet du marché, l'Autorité contractante ne retient qu'un seul critère, celui-ci doit être le prix.

Iyo, bivanye n'ico isoko ryerekeye, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rufatiye ku cisungwa kimwe conyene, gitegerezwa kuba ari igiciro c'isoko.

Article 187 : De l'évaluation des variantes

Ingingo ya 187: Uguha amanota ibindi biciro vy'agateganyo bishikirizwa n'uwuhiganira isoko

L'évaluation des variantes suit la procédure suivante :

Uguha amanota ibindi biciro vy'agateganyo bishikirizwa n'uwuhiganira isoko bigirwa mu buryo bukurikira :

1) Les offres de base des soumissionnaires doivent être conformes aux dispositions du dossier d'appel d'offres ;

1) Ibishikirizwa n'abahinganira isoko vy'ifatiro bitegerezwa kuba vyisunga ibitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa ;

2) Le soumissionnaire peut proposer, en plus de l'offre de base, des variantes lorsqu'elles sont demandées ou lorsque la possibilité leur en est offerte de manière explicite dans le dossier d'appel d'offres ;

2) Uwuhiganira isoko arashobora kwongera ku vyo yiyemeje vy'ifatiro ibindi biciro vy'agateganyo, igihe bisabwa canke bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa ;

3) Le dossier d'appel d'offres doit préciser de manière claire, la façon dont les variantes doivent être prises en considération pour l'évaluation des offres ;

3) idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa itegerezwa gutomora neza ingene ibiciro vy'agateganyo bitegerezwa gufatirwako mu gutanga amanota ku vyashikirijwe gufatwa mu kwihweza idosiye z'uguhiganira isoko ;

4) Les variantes sont évaluées suivant leur mérite propre, sans que ne soient pour autant remis en cause les principes de choix de l'offre.

4) Ibiciro vy'agateganyo bihabwa amanota hafatiwe ku gaciro kavyo vyonyene, hatarenzwe ku ngingo ngenderwako zisungwa mu guhitamwo idosiye y'uwutsindira isoko.

Sous-section 2 : De l'appel d'offres infructueux ou sans suite

Agahimba k'agace ka 2: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko ata co ryavuyemwo

Article 188 : De la portée de l'appel d'offres infructueux

Ingingo ya 188: Ibihe itangazo rihamagarira guhiganira isoko ata co ryavuyemwo

Un appel d'offres est déclaré infructueux après avis de la commission de passation du marché compétente en l'absence d'offres ou lorsque l'Autorité contractante n'a pas obtenu de propositions qui lui paraissent conformes aux dossiers d'appel d'offres.

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko rifatwa ko ata co ryavuyemwo igihe umugwi ujejwe gutanga isoko ubifitiye ububasha umaze kwemezako ata dosiye z'uguhiganira isoko zashikirijwe canke igihe Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutaronse idosiye z'uguhiganira isoko zikwije ibisabwa biri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganira.

Article 189 : De l'information de la décision

Ingingo ya 189: Ukumenyesha ingingo yafashwe

La décision qui déclare l'appel d'offres infructueux est communiquée aux soumissionnaires et est publiée par l'Autorité contractante par insertion dans le journal des marchés publics ou dans tout autre journal assurant une large diffusion.

Ingingo imenyesha ko itangazo rihamagarira guhiganira isoko ata co ryavuyemwo iramenyeshwa abahiganira isoko ikongera igatangazwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke mu kindi kinyamakuru cose gisomwa na benshi.

Dans ce cas, il est alors procédé, soit par nouvel appel d'offres, soit par consultation d'au moins trois entrepreneurs, fournisseurs ou prestataires, et dans ce dernier cas, après autorisation de la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Muri ico gihe, haca hagirwa irindi tangazo rihamagarira guhiganira isoko canke Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rukumvikana n'imiburiburi n'amashirahamwe y'ukwubaka atatu, abotanga ivyimuka batatu canke aborangura ubuzi batatu, mu gihe biciye mu buryo bw'ukwumvikana, bibanza gutangirwa uruhusha n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Article 190: De la relance d'un nouvel appel d'offres.

Ingingo ya 190: Ugusubira kugira itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Le lancement d'un nouvel appel d'offres doit être précédé d'une évaluation du dossier d'appel d'offres ou des termes de références pour s'assurer qu'il n'a pas de modifications ou des clarifications à apporter, ou encore dans le but de redéfinir les besoins de l'Autorité contractante.

Itangazo rihamagarira guhiganira isoko risubira kugirwa habanje kwihwezwa idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa canke ibisabwa bifatirwako mu ntumbero yo kuraba ko ata vyohindurwa canke ivyotomorwa neza kuruta, canke na ho mu ntumbero yo gusubira kwerekana ivyo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rukeneye gukorerwa.

Article 191 : De la réduction de la masse des prestations

Si l'attribution du ou des marchés est impossible par le seul fait que l'enveloppe financière prévue pour la dépense est insuffisante, la commission doit, avant d'envisager de déclarer l'appel d'offres infructueux, analyser les possibilités d'une réduction n'excédant pas vingt pour cent (20%), dans la masse des travaux, fournitures ou services. Cette réduction est précisée dans le règlement particulier d'appel d'offres et dans les cahiers des charges, notamment si le ou les futurs marchés doivent être réglés par des prix unitaires.

Ingingo ya 191: Ukugabanya ivyari bitegekanijwe gukorwa

Iyo itangwa ry'isoko canke ry'amasoko ridashoboka bitumwe gusa n'uko amafaranga ategekanywa gukoreshwa adakwiye, umugwi ujejwe itangwa ry'amasoko imbere yo gushika ku ngingo yo kumenyesha ko itangazo rihamagarira guhiganira isoko ata co ryavuyemwo, utegerezwa kwihweza ko bishoboka yuko ibikorwa vyose vyari bitegekanijwe, ivyimuka canke ubuzi vyogabanywa gushika ku rugero rutarenza ibice mirongo ibiri kw'ijana (20 %). Iryo gabanywa ritomorwa mw'itegeko ryihariye rigenga itangazo rihamagarira guhiganira isoko no mu bitabu vy'ibitegerejwe gukorwa, nk'iyo isoko canke amasoko azokurikira ategerezwa gutangwa hafatiwe ku biciro vy'ikintu kimwekimwe.

Article 192 : De la portée de l'appel d'offres sans suite

Après avis de non objection de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, l'Autorité contractante, peut ne pas donner suite à un appel d'offres pour des motifs d'intérêt général, tels que la disparition du besoin qui était à l'origine de la procédure ou des montants d'offres trop élevés par rapport à la valeur estimée du marché.

La décision motivée qui déclare l'appel d'offres sans suite est communiquée aux soumissionnaires et est publiée par l'Autorité contractante par insertion dans le journal des marchés publics ou dans tout autre journal assurant une large diffusion.

Ingingo ya 192: Ibituma itangazo rihamagarira guhiganira isoko rihebwa

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bumaze kwemeza ivyo bwashikirijwe, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora guheba itangazo rihamagarira guhiganira isoko kubera inyungu z'igihugu, nk'igihe imvo yari yatumye hagirwa itangazo rihamagarira guhiganira isoko itakihari canke igihe amafaranga asabwa n'abahiganira isoko ari umurengera hafatiwe ku mafaranga isoko ryotwara.

Ingingo itangiwe imvo imenyesha ko itangazo rihamagarira guhiganira isoko rihebwe iramenyeshwa abahiganira isoko ikongera igatangazwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke mu kindi kinyamakuru cose gisomwa na benshi.

Sous-section 3 : Des rejets des offres sous-estimées ou surestimées

Agahimba k'agace ka 3: Ikurwa mw'ihiganwa ry'idosiye z'abahiganira isoko zishikiriza ibiciro biri hasi cane canke ivy'umurengera

Article 193 : Des modalités de rejet

Ingingo ya 193: Ibikurikizwa mu gukura mw'ihiganwa idosiye

Sans préjudice d'autres cas de rejet prévus par la présente loi, la commission de passation du marché peut proposer à l'Autorité contractante, le rejet des offres sous-estimées ou surestimées après que le candidat ait été invité à présenter des justifications écrites mais jugées non pertinentes.

Hatirengagijwe ibindi bituma idosiye zikurwa mw'ihiganwa bitegekanijwe n'iri bwirizwa, Umugwi ujejwe itangwa ry'isoko urashobora gusaba Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, ko idosiye z'uguhiganira isoko zishikiriza ibiciro biri hasi cane canke ibiciro vy'umurengera zikurwa mw'ihiganwa, uwipfuza guhiganira isoko vyerekeye amaze gusabwa gutanga insiguro abicishije mu rwandiko ariko zigafatwa ko zidashemeye.

Le soumissionnaire dispose d'un délai de trois (3) jours ouvrables pour fournir par écrit les renseignements demandés à compter de la date de réception de la demande.

Uwuhiganira isoko afise ikiringo c'iminsi itatu (3) y'akazi kugira ashikirize abicishije mu rwandiko insiguro yasabwe,iharurwa kuva kw'igenekerezo yakiririyeko ikete ribimusaba.

Article 194 : De la méthode d'identification

Ingingo ya 194: Uburyo bw'ugutora idosiye zikurwa mw'ihiganwa

Les offres sous-estimées ou surestimées sont déterminées sur base:

Idosiye z'uguhiganira isoko zishikiriza ibiciro biri hasi cane canke ivy'umurengera zitomorwa hafatiwe kuri ibi bikurikira :

1) D'un calcul de la moyenne de toutes les offres conformes soumises, évaluées, puis l'identification des offres inférieures à cette moyenne diminuée d'un pourcentage déterminé par l'Autorité contractante pour tous les marchés de même nature ;

1) Ku gitigiri kiri hagati na hagati ku biciro vyashikirijwe n'abahiganira isoko bikwije ibisabwa bimaze gutangwa, guhabwa amanota, hanyuma hagatorwamwo idosiye zishikiriza ibiciro biri munsi y'ico gitigiri hakuwemwo ibice kw'ijana bishingwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ku masoko yose bisangiye umugwi ;

2) D'un dossier d'appel d'offre ou la demande de proposition qui précise le pourcentage en deçà ou dessus duquel l'offre est considérée comme sous-estimées ou surestimées. Ce pourcentage ne peut être supérieur à vingt pour cent ;

2) Kw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa, canke ku rwandiko rusaba abipfuza guhiganira isoko gushikiriza ivyo biyemeza rutomora ibice kw'ijana vy'igiciro idosiye ihiganira isoko ifatwa ko ishikirije igiciro kiri hasi cane canke ic'umurengera.Ivyo bice ntibishobora kurenza mirongo ibiri kw'ijana ;

3) D'un référentiel des prix, s'il existe.

3) Ku rutonde rw'ibiciro bifatirwako,iyo ruhari.

Section 2 : Des préférences

Article 195 : Des bénéficiaires

En vue de favoriser la participation des entreprises nationales, lors de la passation des marchés, il est accordé une préférence à l'offre conforme au dossier d'appel d'offres présentée par un soumissionnaire national.

Au sens de la présente loi, le terme soumissionnaire national s'entend de toute société de droit burundais, des burundais et qui est résident fiscal.

Est assimilé au soumissionnaire national, au sens de la présente loi, tout soumissionnaire domicilié et résident fiscal dans l'un des Etats membres de toute organisation économique régionale à laquelle la République du Burundi est partie.

Article 196 : Des conditions de la préférence

Les dispositions de l'alinéa 3 de l'article 195 ne peuvent être appliquées que sous réserve :

1) Du respect du principe de réciprocité en faveur des soumissionnaires burundais des pays dont sont ressortissants les bénéficiaires de cette préférence ;

2) De la détermination par les conventions régionales applicables du seuil d'application de cette préférence. En dessous de ce seuil d'application, les régimes de préférence définis à l'article 198 ci-après ne peuvent bénéficier qu'aux soumissionnaires burundais, sous réserve de l'application des dispositions des articles 199 à 202 de la présente loi.

Agace ka 2: Abahiganira isoko bashirwa imbere y'abandi

Ingingo ya 195: Abashirwa imbere y'abandi

Mu ntumbero yo kworohereza amashirahamwe agengwa n'amategeko y'Uburundi kuja mw'ihiganwa, mu gihe c'ugutanga amasoko, hashirwa imbere idosiye ihiganira isoko ikwije ibisabwa biri mw'idosiye idondora isoko rihiganirwa ishikirijwe n'ishirahamwe ryo mu gihugu rihiganira isoko.

Muri iri bwirizwa, ijambo ishirahamwe ryo mu gihugu rihiganira isoko risigura ishirahamwe ryose rigengwa n'amategeko y'Uburundi, ry'abarundi kandi akaba ari ho ritangira amakori.

Ishirahamwe rihiganira isoko rifatwa nk'ishirahamwe ryo mu gihugu hisunzwe iri bwirizwa, ishirahamwe ryose rihiganira isoko rifise icicaro kandi rigatangira amakori muri kimwe mu bihugu bigize ishirahamwe iryo ari ryo ryose ry'ivyerekeye ubutunzi ryo mu karere Uburundi bwinjiyemwo.

Ingingo ya 196: Ibisabwa kugira ishirahamwe ryo mu karere rishirwe imbere

Ibitegekanijwe mu gahimba ka gatatu (3) k'ingingo ya 195 birakurikizwa ari uko :

1) Hubahirijwe ingingo y'ukuba magiriranire mu gufata nk'uko abahiganira isoko b'abarundi mu bihugu abaronswa akarusho nk'ako gatangwa mu Burundi bakomokamwo ;

2) Hatomowe mu masezerano akurikizwa mu karere urugero ntarengwa rufatirwako boherako mu gutanga ako karusho. Munsi y'urwo rugero, ingingo y'ugushirwa imbere ivugwa mu ngingo ya 198 nta bandi yorohereza atari abahiganira isoko b'abarundi, hatirengagijwe ko ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 199 gushika ku ya 202 z'iri bwirizwa bikurikizwa.

Article 197 : De la marge de préférence pour une entreprise étrangère

Dans le cas d'un marché passé avec une collectivité territoriale décentralisée ou de l'un de ses établissements publics, le candidat étranger qui a prévu de sous-traiter au moins trente (30) pour cent de la valeur globale du marché à une entreprise nationale peut bénéficier d'une marge de préférence qui ne peut être supérieure à cinq (5) pour cent.

Ingingo ya 197: Urugero rw'akarusho k'ugushirwa imbere kw'ishirahamwe rigengwa n'amategeko yo mu kindi gihugu

Mu gihe isoko ritanzwe n'urwego rw'intwaro rwegerejwe abanyagihugu canke rimwe mu mashirahamwe y'urwo rwego, uwipfuza guhiganira isoko w'umunyamahanga yategekanije gushinga ishirahamwe rigengwa n'amategeko y'uburundi kurangura ibikorwa ku rugero rw'ibice mirongo itatu kw'ijana (30%) vy'igiciro cose c'isoko ahiganira arashobora guhabwa akarusho ko gushirwa imbere ku rugero rutarenza ibice bitanu (5%) kw'ijana.

Article 198 : De la quantification de la préférence

La préférence doit être quantifiée dans le dossier d'appel d'offres sous forme de pourcentage du montant de l'offre. Un tel pourcentage ne peut en aucun cas excéder dix pour cent pour les travaux et quinze pour cent pour les fournitures et les services.

Ingingo ya 198: Ingene akarusho k'ugushirwa imbere gaharurwa

Urugero rw'ugushirwa imbere rutegerezwa gutomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa rugaharurwa mu bice kw'ijana vy'igiciro c'isoko gishikirizwa. Ivyo bice kw'ijana nta na rimwe bishobora kurenga icumi kw'ijana iyo ari ibikorwa vy'ukwubaka n'ibice icumi na bitanu kw'ijana iyo ari ivyimuka canke ubuzi.

Article 199 : Des conditions d'application

Le régime de la préférence nationale ne peut toutefois être appliqué que dans les conditions suivantes :

1) S'agissant des entrepreneurs de bâtiments et de travaux publics, si au moins trente (30) pour cent d'intrants nationaux sont utilisés et qu'au moins cinquante (50) pour cent des cadres techniques et personnels employés sur le chantier sont de nationalité burundaise ;

2) S'agissant des cabinets et bureaux d'études, si leur volume d'activité est évalué à plus de cinquante (50) pour cent de l'étude ;

Ingingo ya 199: Ingene bikurikizwa

Ingingo y'ugushira imbere abahiganira isoko b'abarundi bakorera mu gihugu ishobora gukurikizwa gusa mu bihe bikurikira:

1) Ku vyerekeye amashirahamwe y'ukwubaka n'ayarangura ibikorwa vya Reta, iyo akoresha n'imiburiburi ibice mirongo itatu kw'ijana (30%) vy'ibikoresho biva mu gihugu kandi n'imiburiburi ibice mirongo itanu kw'ijana (50%) vy'abakozi bakuru mu vy'ubuhinga n'abandi bakozi akoresha kw'ishantiye bafise ubwenegihugu bw'umurundi ;

2) Ku vyerekeye ibiro vy'ivyigwa, iyo ivyo bakora biharurwa ku bice birenga mirongo itanu kw'ijana (50%) vy'isoko ry'ugukora icigwa ;

3) S'agissant des fournisseurs, en raison de l'origine des fournitures fabriquées, soit au Burundi, soit dans un des Etats membres de toute organisation régionale à laquelle la République du Burundi est partie et des fournitures importées quelques soit la nationalité des soumissionnaires, pour autant que soient proposés des biens manufacturés dont le coût de fabrication comprend une valeur ajoutée au Burundi ou dans un des Etats membres de toute organisation régionale à laquelle la République du Burundi est partie d'au moins trente (30) pour cent ;

3) Ku vyerekeye abatanga ivyimuka, bivanye n'amamuko y'ivyimuka vyahinguriwe, haba mu Burundi canke mu gihugu kimwe mu bigize ishirahamwe ryo mu karere iryo ari ryo ryose Uburundi burimwo, n'ivyimuka vyinjizwa mu gihugu hatarabwe ubwenegihugu bw'abahiganira isoko, ari uko hemewe kuzotangwa ivyahinguwe igiciro cavyo mw'ihinguriro kikaba gifise akarusho kiyongera n'imiburiburi ku bice mirongo itatu kw'ijana (30%) ku kiguzi cavyo mu Burundi canke muri kimwe mu bihugu bigize ishirahamwe ry'akarere iryo ari ryo ryose Uburundi burimwo;

4) S'agissant des fournisseurs, en raison de la nationalité du soumissionnaire, lorsque l'on est en présence de fournitures uniquement importées.

4) ku vyerekeye abatanga ivyimuka, bivanye n'ubwenegihugu bw'uwuhiganira isoko, mu gihe ivyimuka ata handi biva atari hanze.

Article 200: Des conditions de la préférence nationale

Le régime de la préférence nationale ne peut être appliqué aux personnes morales visées à l'article 195 et sous réserve des dispositions de l'article 199 point 4 que :

1) Si leur capital appartient pour plus de la moitié à des nationaux, au sens de l'article 195 de la présente loi;

2) Si leurs organes délibérants et de direction sont également contrôlés ou détenus par des nationaux.

Ingingo ya 200: Ibihe hashirwa imbere amashirahamwe y'abarundi bakorera mu gihugu

Ingingo y'ugushira imbere abahiganira isoko b'abarundi ishobora gukurikizwa ku mashirahamwe avugwa mu ngingo ya 195 ariko kandi hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 199 akarongo ka 4, ari uko :

1) Umutahe wayo uganzwa ku rugero rurenga ica kabiri n'abarundi, hisunzwe ingingo ya 195 y'iri bwirizwa ;

2) Inzego zifata ingingo n'inzego nyobozi z'ayo mashirahamwe na zo nyene zigenzurwa canke zitwarwa n'abarundi.

Article 201 : De la préférence nationale des groupements momentanés

Les groupements momentanés d'opérateurs étrangers conclus avec des personnes physiques ou morales, d'un Etat membre de toute organisation régionale à laquelle la République du Burundi est partie peuvent bénéficier également de la préférence nationale si leur offre remplit les conditions prévues par la présente loi.

Toutefois, par exception aux conditions visées à l'article 199 point 2 et s'agissant des prestations intellectuelles, le pourcentage réservé aux bureaux d'études nationaux doit être au minimum de trente pour cent.

S'agissant des travaux et des fournitures, les dispositions de l'article 199 point 1, 3 et 4 sont applicables pour autant qu'un des membres du groupement qui puisse justifier du respect des conditions visées audit paragraphe, soit une entreprise nationale.

Ingingo ya 201: Ugushirwa imbere kw'inani z'amashirahamwe agengwa n'amategeko y'Uburundi yiyunze kubera isoko

Inani z'amashirahamwe y'abanyamahanga yiyunze kubera isoko n'abantu canke n'amashirahamwe yo mu gihugu kiri mu bigize ishirahamwe iryo ari ryo ryose Uburundi burimwo ryo mu karere zirashobora na zo nyene gushirwa imbere mu guhiganira isoko iyo idosiye zishikirije zikwije ibisabwa bitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Ariko, hirengagijwe ibisabwa bivugwa mu ngingo ya 199 akarongo ka 2 kandi ku vyerekeye ibikorwa mvabwenge, ibice kw'ijana bigenewe gusa ibiro vy'ivyigwa vyo mu gihugu bitegerezwa kuba bingana n'imiburiburi mirongo itatu kw'ijana.

Ku vyerekeye ibikorwa vy'ukwubaka n'ivyimuka, ibitegekanijwe mu ngingo ya 199 agahimba ka 1, aka 3 n'aka 4 birakurikizwa mu gihe ishirahamwe rimwe mu yagize urunani rishoboye kwerekana ko rikwije ibisabwa bivugwa muri ako gahimba, riba ari ishirahamwe rigengwa n'amategeko y'Uburundi.

Article 202 : De la préférence aux entreprises locales

Dans le cas des marchés passés par les collectivités territoriales décentralisées, une marge de préférence ne dépassant pas deux pour cent (2%) peut être accordée aux entreprises locales à travers le dossier d'appel d'offres.

Ingingo ya 202: Ugushira imbere amashirahamwe y'ahantu hanaka

Mu gihe amasoko atanzwe n'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu, amashirahamwe akorera ahantu hanaka arasigarizwa urugero rutarenga ibice bibiri kw'ijana (2%) kw'idosiye ihamagarira guhiganira isoko.

CHAPITRE XI : DE L'ATTRIBUTION PROVISOIRE DES MARCHES PUBLICS

Section 1 : Du procès-verbal d'attribution provisoire

Article 203 : Du contenu du procès-verbal d'attribution provisoire

Les propositions d'attribution émanant de la commission de passation des marchés font l'objet d'un procès-verbal d'attribution provisoire.

Le procès-verbal d'attribution mentionne :

1) Le ou les soumissionnaires retenus ;
2) Les noms des soumissionnaires exclus et les motifs de rejet de leurs offres ;
3) Les principales dispositions permettant l'établissement du ou des marchés et, en particulier, son objet, son prix, les délais, la part du marché que le soumissionnaire a l'intention de sous-traiter à des tiers et le cas échéant, les variantes prises en compte ;
4) Le nom de l'attributaire et le montant évalué de son offre ;
5) L'indication des circonstances qui justifient le recours à ces procédures suivies en ce qui concerne les procédures par appel d'offre restreint, et par entente directe ;
6) Les raisons pour lesquelles l'Autorité contractante a renoncé à passer un marché.

IGICE CA XI: ITANGWA RY'AMASOKO YA RETA IVY'IMFATAKIBANZA

Agace ka 1: Icegeranyo c'itangwa ry'isoko rya Reta ivy'imfatakibanza

Ingingo ya 203: Ibishirwa mu cegeranyo c'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza

Ibishikirijwe n'umugwi ujejwe itangwa ry'amasoko ya Reta biragirirwa icegeranyo c'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza.

Icegeranyo c'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza kiratomora :

1) Uwuhiganira isoko canke abarihiganira batowe mu bandi ;
2) Amazina y'abahiganira isoko bakuwemwo n'imvo zatumye ivyo bashikirije bitemerwa ;
3) Ibikurubikuru bigize isoko canke amasoko, na canecane, ico isoko ryerekeye, igiciro caryo, ibiringo bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'isoko, igice c'isoko uwurihiganira ashaka kuzoshinga abandi n'iyo vyatanzwe, ibindi biciro bishikirizwa n'uwuhiganira isoko vyafatiweko ;
4) Izina ry'uwatsindiye isoko n'igiciro yashikirije n'ikibanza gifise ;
5) Ivyatumye hakoreshwa itangazo rihamagarira guhiganira isoko ryugururiwe abantu bakeyi canke ukwumvikana n'abahiganira isoko, igihe isoko ritanzwe muri ubwo buryo ;
6) Imvo zatumye Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruheba gutanga isoko.

Article 204 : De la publication du procès-verbal d'attribution

Le procès-verbal d'attribution provisoire est établi selon un modèle établi par l'Autorité de régulation des marchés publics. Ce procès-verbal fait l'objet d'une publication dans le journal officiel des marchés publics ou sur le site web des marchés publics, après validation par la Direction nationale de contrôle des marchés publics dans un délai de sept (7) jourscalendaires. Ces publications ne portent que sur les marchés dont le montant est égal ou supérieur au seuil de contrôle *a posteriori* par la Direction nationale de contrôle des marchés publics.

Ingingo ya 204: Ugutangaza icegeranyo c'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza

Icegeranyo c'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza candikwa hakurikijwe urwandiko rw'akarorero rutegurwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta. Ico cegeranyo gica gitangazwa mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta canke ku rubuga mvajuru rw'amasoko ya Reta, kimaze kwemezwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu mu kiringo c'iminsi indwi (7) ikurikirana. Ibitangazwa vyerekeye gusa amasoko afise igiciro kingana canke kirenga urugero ntarengwa rufatirwako rw'amafaranga rusuzumwa amasoko yamaze gutangwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu.

Article 205 : De l'attribution provisoire du marché

L'Autorité contractante attribue provisoirement le marché au soumissionnaire dont l'offre satisfait aux conditions définies dans le dossier d'appel d'offres, dans le délai de validité des offres défini dans le dossier d'appel d'offres.

Ingingo ya 205: Itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruraha isoko ivy'imfatakibanza uwarihiganiye ivyo yashikirije bikwije ibisabwa biri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa, mu kiringo ivyo abahiganira isoko biyemeje bimara vyemewe gitomowe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko.

Section 2 : De l'information aux soumissionnaires

Agace ka 2: Ukumenyesha abahiganiye isoko ivyavuye mw'ihiganwa

Article 206 : De la notification provisoire

L'attribution provisoire est notifiée au soumissionnaire retenu.

Ingingo ya 206: Ukubimenyesha ivy'imfatakibanza

Uwahiganiye isoko yatowe aramenyeshwa ko yaritsindiye ivy'imfatakibanza.

Article 207 : Des modalités de communication au soumissionnaire

L'Autorité contractante communique par écrit à tout soumissionnaire non retenu les motifs du rejet de son offre, le montant du marché attribué et le nom de l'attributaire. Tout soumissionnaire non retenu peut demander une copie du procès-verbal d'attribution et toute autre information pertinente qui lui sont remises dans un délai de trois (3) jours ouvrables à compter de la réception de sa demande écrite.

Ingingo ya 207: Ingene uwahiganiye isoko amenyeshwa ivyavuye mw'ihiganwa

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruramenyesha biciye mu rwandiko uwo wese yahiganiye isoko atatowe, imvo zatumye ivyo yashikirije bitemerwa, igiciro c'isoko ryatanzwe n'izina ry'uwaritsindiye. Uwahiganiye isoko wese ataritsindiye arashobora gusaba ikopi y'icegeranyo c'ingene isoko ryatanzwe n'ico cose akeneye kumenya kijanye n'iryo soko, akabishikirizwa mu kiringo c'iminsi itatu y'akazi giharurwa kuva urwandiko rwiwe rubisaba rwakiriwe.

Article 208 : De la procédure de signature du contrat

Les autorités contractantes observent un délai minimum de dix jours calendaires mais qui ne peut excéder quinze (15) jours calendaires, après la publication visée à l'article précédent, avant de procéder à la signature du contrat et de le soumettre à l'approbation des autorités compétentes.

A compter de la publication du procès-verbal d'attribution, le soumissionnaire qui a un intérêt légitime à contester la décision de l'Autorité Contractante doit, sous peine de forclusion, exercer, dans les délais prescrits, les recours visés aux articles 340 et 342 de la présente loi.

Ingingo ya 208: Ibikurikizwa mu gushira umukono ku masezerano

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano zirindira n'imiburiburi ikiringo c'iminsi icumi ikurikirana ariko ntikirenze iminsi icumi n'itanu (15) ikurikirana, kuva hatangajwe ibivugwa mu ngingo ya 207, imbere yuko amasezerano ashirwako umukono n'imbere yuko ashikirizwa inzego zibifitiye ububasha kugira ziyemeze.

Kuva hatangajwe icegeranyo c'itangwa ry'isoko, uwahiganiye isoko afise imvo zumvikana zo guhakana ingingo yafashwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, ategerezwa gusaba, mu biringo bitegekanijwe, ko ingingo yafashwe isubirwamwo nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 340 n'iya 342 z'iri bwirizwa, atari uko, aca atakaza ubwo burenganzira.

Section 3 : De l'annulation de la procédure

Agace ka 3: Ukugira impfagusa ibijanye n'itangwa ry'isoko

Article 209 : De la demande d'annulation

Si l'Autorité contractante décide que la procédure d'appel d'offre doit être annulée, elle en fait la demande motivée à la Direction nationale de contrôle des marchés publics. Les désaccords éventuels sont réglés conformément aux dispositions de la présente loi.

Ingingo ya 209: Ugusaba ko ibijanye n'itangwa ry'isoko bigirwa impfagusa

Iyo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushinze ko ibijanye n'itangwa ry'isoko bitegerezwa kugirwa impfagusa, rubisaba Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu rubitangiye imvo. Ivyo izo nzego zitumvikanye ko bitorerwa umuti hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 210 : De la communication de la décision d'annulation

L'Autorité contractante communique la décision motivée d'annulation aux soumissionnaires.

Ingingo ya 210: Ukumenyesha ingingo y'ukugira impfagusa ibijanye n'itangwa ry'isoko

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruramenyesha abahiganiye isoko ingingo yafashwe y'ukugira impfagusa ibijanye n'itangwa ry'isoko n'imvo zabitumye.

CHAPITRE XII : DES PREALABLES, SIGNATURE, APPROBATION ET NOTIFICATION DU MARCHE

IGICE CA XII: IBIBANZA KWITWARARIKWA, UGUSHIRA UMUKONO KU MASEZERANO Y'UGUSHIRA MU NGIRO ISOKO, UKUYEMEZA N'UKUYAMENYESHA UWATSINDIYE ISOKO

Section 1: Des préalables

Agace ka 1 : Ibibanza kwitwararikwa

Article 211 : De l'interdiction de négociation

Sauf dans le cadre de la procédure par entente directe, de gré à gré et de marché de prestations intellectuelles, aucune négociation n'a lieu entre l'Autorité contractante et le soumissionnaire ou l'attributaire sur l'offre soumise.

Ingingo ya 211: Ukubuza ko hagirwa umwumvikano

Kiretse ari isoko ritangwa biciye mu kwumvikana n'uwoshobora kurishira mu ngiro ubwo nyene, ukwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro n'isoko ry'ibikorwa mvabwenge, nta mwumvikano urekuwe kugirwa hagati y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano n'uwuhiganira isoko canke n'uwaritsindiye ku vyo yashikirije mu guhiganira isoko.

Article 212 : De la vérification des qualifications de l'attributaire

L'Autorité contractante vérifie que l'attributaire provisoire détient les qualifications requises.

Ingingo ya 212: Uguhinyuza ko uwatsindiye isokoari we yari abikwiye

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora ariko guhinyuza ko uwatsindiye isoko ivy'imfatakibanza ari we koko yari abikwiye.

Article 213 : Du contrôle de la Direction nationale de contrôle des marchés publics

Conformément à ses attributions, la Direction nationale de contrôle des marchés publics a la responsabilité de s'assurer de la conformité de la procédure appliquée, eu égard à la présente loi.

Ingingo ya 213: Isuzuma rikorwa n'Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu

Nk'uko bitegekanijwe, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu butegerezwa gusuzuma ko ivyakurikijwe mu gutanga amasoko bihuye n'ibitegekanijwe, hisunzwe iri bwirizwa.

Article 214 : De l'inobservation de l'obligation de l'autorisation préalable

Lorsque la passation d'un marché a été soumise à l'obligation d'une autorisation préalable et que cette obligation n'a pas été respectée, le marché est sensé n'avoir pas été passé.

Ingingo ya 214: Ukutubahiriza ingingo y'ukubanza kuronka uruhusha

Igihe isoko ryategerezwa kubanza gutangirwa uruhusha hanyuma rigatangwa iyo ngingo itubahirijwe, bifatwa ko isoko ritatanzwe.

Section 2 : De la signature du marché

Agace ka 2: ugushira umukono ku masezerano yo gushira mu ngiro isoko

Article 215 : Du visa de contrôle

Ingingo ya 215: Ukwemeza ko isuzuma ryakozwe

Une fois la procédure de sélection jugée conforme par la Direction nationale de contrôle des marchés publics, le marché est signé par le représentant de l'Autorité contractante et l'attributaire.

Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bumaze kwemeza ko uwatsindiye isoko yatowe hakurikijwe ibisabwa, amasezerano y'ukurishira mu ngiro aca ashirwako umukono n'uwuserukira Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano hamwe n'uwatsindiye isoko.

Article 216 : Du délai de signature du contrat

Ingingo ya 216: Ikiringo c'ugushira umukono ku masezerano

La personne responsable du marché dispose d'un délai de trois (3) jours ouvrables pour la signature du contrat à compter de la date de réception du projet d'attribution du marché adopté par la commission de passation du marché et signé par l'attributaire.

Umuntu ashinzwe iryo soko afise ikiringo c'iminsi itatu (3) y'akazi kugira ashire umukono ku masezerano, giharurwa kuva kw'igenekerezo yakiriyeko integuro y'ayo masezerano yemejwe n'umugwi ujejwe itangwa ry'iryo soko igashirwako umukono n'uwatsindiye isoko.

Section 3 : De l'approbation du marché

Agace ka 3: Ukwemeza itangwa ry'isoko

Article 217 : De l'autorité habilitée

Ingingo ya 217: Umutegetsi abifitiye ububasha

Les marchés publics, selon la qualité de l'Autorité contractante, sont transmis par la Direction nationale de contrôle des marchés publics, pour approbation :

Amasoko ya Reta, bivanye n'ico Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushinzwe, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu, kugira yemezwe, buyashikiriza:

1) Au Ministre ayant les Finances dans ses attributions ou à tout contrôleur financier qui a reçu délégation à cet effet de l'autorité de contrôle budgétaire de l'Autorité contractante, en dessous d'un seuil fixé par voie réglementaire, s'il s'agit d'un marché de l'Etat et des collectivités territoriales décentralisées;

1) Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta canke umugenduzi wese w'ikigegayatumwe ico gikorwa n'igisata kijejwe ugucungera amafaranga co mu Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ku masoko adashitsa urugero rwashinzwe biciye mw'itegeko, iyo ari isoko rya Reta canke isoko ry'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu ;

2) A l'autorité de tutelle, si les marchés sont exécutés sur leurs fonds propres, s'il s'agit d'un marché passé par une institution ou par un organisme à autonomie de gestion.

2) Ku mutegetsi isoko ryega, iyo amasoko ashirwa mu ngiro hakoreshejwe amafaranga y'ikigega c'igisata atwara canke ishirahamwe, iyo ari isoko ryatanzwe n'igisata canke ishirahamwe ryitunganiriza imirimo n'ikigega.

Cette approbation doit intervenir dans le délai

Itangwa ry'isoko ritegerezwa kwemezwa mu

de validité des offres.

kiringo ivyashikirijwe n'abahiganira isoko bimara vyemewe.

Article 218 : Des modalités d'approbation du contrat

Ingingo ya 218: Ingene amasezerano yemezwa

L'approbation du marché ne peut être refusée que par une décision motivée de l'autorité habilitée, rendue dans les cinq (5) jours calendaires de la transmission du dossier d'approbation.

Umutegetsi abifitiiye ububasha ntashobora kwanka kwemeza itangwa ry'isoko atabicishije mu ngingo itangirwa imvo mu kiringo c'iminsi itanu (5) ikurikirana iharurwa kuva idosiye isaba kwemeza itangwa ry'isoko ishikirijwe.

Article 219 : Des conditions de refus d'approbation

Ingingo ya 219: Ibihe itangwa ry'isoko ritemezwa

Le refus de visa ou d'approbation ne peut toutefois intervenir qu'en cas d'absence ou d'insuffisance de crédits.

Ingingo y'ukwanka kwemeza itangwa ry'isoko ifatwa gusa mu gihe ata mafaranga yo gushira mu ngiro iryo soko ahari canke adakwiye.

Les marchés qui n'ont pas été approuvés, sont nuls et de nul effet.

Amasoko atemejwe, aba impfagusa kandi nta nkurikizi.

Article 220 : Du recours contre la décision de refus d'approbation

Ingingo ya 220: Ugusaba ko ingingo y'ukwanka kwemeza itangwa ry'isoko isubirwamwo

La décision de refus d'approbation du marché est susceptible de recours devant l'Autorité de régulation des marchés publics, par toute partie au contrat dans un délai de trois (3) jours ouvrables.

Ingingo y'ukwanka kwemeza itangwa ry'isoko irashobora gusubirishwamwo mu Rwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta, n'uwo wese ari mu bagiraniye amasezerano aryerekeye mu kiringo c'iminsi itatu (3) y'akazi.

Section 4 : De la notification définitive du marché

Agace ka 4: Ukumenyesha burundu uwatsindiye isoko

Article 221 : Du principe

Ingingo ya 221: Ingingo ngenderwako

Les marchés approuvés sont notifiés avant tout commencement d'exécution.

Amasoko yemejwe aramenyeshwa imbere y'ugutangura kuyashira mu ngiro.

Article 222 : De la portée de la notification définitive du marché

La notification consiste en un envoi du contrat de marché signé au titulaire, dans les trois (3) jours calendaires suivant la date d'approbation, par tout moyen permettant de donner date certaine. La date de notification est la date de réception du marché par le titulaire.

Les autres soumissionnaires sont invités à récupérer leur garantie de soumission.

Section 5 : De l'entrée en vigueur du marché

Article 223 : Du principe

Le marché entre en vigueur dès réception de la notification définitive ou à une date ultérieure si le contrat le prévoit.

L'entrée en vigueur du marché marque, sauf dispositions contraires du marché, le début des délais de réalisation.

Article 224 : De la publication de l'avis d'attribution definitive

Un avis d'attribution définitive est publié dans le journal officiel des marchés publics ou tout journal habilité, dans un délai qui n'excède pas quinze (15) jours calendaires de l'entrée en vigueur du marché.

Ingingo ya 229 : Ingene hamenyeshwa burundu itangwa ry'isoko

Ukumenyesha burundu uwatsindiye isoko ni ukurungikira uwaritsindiye amasezerano yemejwe yerekeye ugushira mu ngiro isoko, mu minsi itatu (3) ikurikirana ikurikira igenekerezo isoko ryemerejweko, biciye mu buryo bwose butuma hamenyekana igenekerezo ry'ukuri yabimenyesherejweko.Igenekerezo rifatwa ko ari ryo isoko ryamenyesherejweko ni igenekerezo uwatsindiye isoko yakiririyeko amasezerano yemeza itangwa ry'isoko.

Abandi bahiganiye isoko barasabwa kuza gusubizwa ingwati bashikirije mu guhiganira isoko.

Agace ka 5: Ugutangura gushira mu ngiro isoko

Ingingo ya 223: Ingingo ngenderwako

Isoko ritangura gushirwa mu ngiro kuva hakiriwe urwandiko rumenyesha burundu itangwa ry'isoko canke kuva kw'igenekerezo ryo mu nyuma iyo amasezerano abitegekanya.

Isoko ritanguye gushirwa mu ngiro, vyerekana, kiretse hari ingingo zo mu masezerano zibitegekanya ukundi, igenekerezo ibikorwa bitanguriyeko.

Ingingo ya 224: Ugutangaza ingingo y'ugutanga burundu isoko

Ingingo y'ugutanga burunduisoko iratangazwa mu kinyamakuru c'amaso ko ya Reta canke mu kinyamakuru cose cemewe n'amategeko, mu kiringo kitarenza iminsi icumi n'itanu (15) ikurikirana iharurwa kuva isoko ritanguye gushirwa mu ngiro.

CHAPITRE XIII : DE LA DELEGATION DE SERVICE PUBLIC

Section 1 : Principes

Article 225 : De la convention avec le délégataire

La personne morale de droit public responsable d'un service public, peut, sauf disposition législative contraire, confier sa gestion à un délégataire. La rémunération du délégataire est assurée substantiellement par l'exploitation du service public. L'autorité délégante, agissant pour le compte de la personne morale de droit public, confie la gestion du service public par convention.

L'autorité délégante peut confier au délégataire la gestion, la réalisation d'ouvrages, ou l'acquisition de biens et services nécessaires au fonctionnement du service public.

Article 226: De l'exécution de la convention

Les conventions de délégation de service public sont régies, pour leur passation par les principes de base prévus par la présente loi.

Lors de l'exécution de la convention de délégation de service public, ce dernier est régi notamment par les principes de continuité, d'égalité et de mutabilité, selon la nature de la délégation.

IGICE CA XIII: IVYEREKEYE UGUTUMA ABANDI IBIKORWA RETA YOKOZE

Agace ka 1: Ingingo ngenderwako

Ingingo ya 225: Amasezerano hagati y'uwujejwe kurangura igikorwa n'uwo ashinga kukirangura

Ishirahamwe rya Reta rijejwe kurangura igikorwa cerekeye ineza ya bose, rirashobora, kiretse amategeko abitegekanya ukundi, gushinga uwundi itunganywa ry'ico gikorwa. Impembo y'uwashinzwe gutunganya ico gikorwa iva mu mwimbu w'ico gikorwa. Urwego rutanga igikorwa, rubigira kw'izina ry'ishirahamwe rya Reta rijejwe kurangura igikorwa cerekeye ineza ya bose, rushinga uwundi itunganywa ry'ico gikorwa biciye mu masezerano.

Urwego rutanga igikorwa rushobora gushinga uwuhabwa igikorwa, itunganywa ry'ibikorwa, ukubirangura, canke ukugura ibikoresho n'ukuriha ubuzi bukenewe kugira igikorwa cerekeye ineza ya bose kiranguke.

Ingingo ya 226: Ugushira mu ngiro amasezerano

Amasezerano y'ugutuma uwundi ibikorwa Reta yokoze agengwa, mu kuyagira, n'ingingo ngenderwako zitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Mu gihe c'ugushira mu ngiro amasezerano yerekeye ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze, ico gikorwa kigengwa canecane n'ingingo zerekeye ukubandanya ibikorwa vyari bisanzwe birangurwa , ugufata abantu kumwe no gushobora gushirwa ahandi, bivanye n'ibikorwa bitumwa uwundi ivyo ari vyo.

Section 2 : Des formes de délégation de service public

Agace ka 2: Uburyo butandukanye Reta ikoresha mu gutuma abandi ibikorwa yokoze

Article 227 : Des formes de délégation de service public

Ingingo ya 227: Uburyo butandukanye Reta ikoresha mu gutuma abandi ibikorwa yokoze

La délégation de service public peut prendre selon le niveau de délégation, de risque pris par le délégataire et de contrôle de l'autorité délégante la forme de concession, d'affermage, de régie intéressée ou de gérance.

Uburyo Reta ikoresha mu gutuma abandi ibikorwa yokoze bushobora, bivanye n'urugero bikorwako, ingaruka uwahawe igikorwa yemanze n'isuzuma rigirwa n'urwego rutanga igikorwa, gufatwa nk'ugutanga uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta, ugukotesha amatungo ya Reta, ugushinga uwundi ibikorwa vya Reta akabikuramwo akarusho canke nk'amasezerano y'ugutunganya amatungo ya Reta.

La délégation de service public peut également prendre d'autres formes que celles définies ci-dessous, dans les conditions et modalités définies par voie réglementaire.

Ugutuma uwundi ibikorwa Reta yokoze bishobora gukorwa mu bundi buryo butari mu butomowe mu ngingo zikurikira hakurikijwe ibisabwa n'ibikurikizwa bitomorwa n'itegeko.

Article 228 : De la concession

Ingingo ya 228: Uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta

Par la concession, l'autorité délégante confie au délégant soit la réalisation d'ouvrages ou l'acquisition de biens nécessaires à l'établissement du service public et à son exploitation, soit elle lui confie uniquement l'exploitation du service public.

Mu vyerekeye ugutanga uburenganzira bw'ugukoresha amatungo ya Reta, urwego rutanga ubwo burenganzira rushinga uwahawe ubwo burenganzira kurangura ibikorwa canke kugura ibikoresho bikenewe kugira ibikorwa vyerekeye ineza ya bose bishobore gutangura kandi birangurwe.

Sous le contrôle de l'autorité délégante, le délégataire exploite le service public en son nom et à ses risques et périls et perçoit des redevances sur les usagers du service public.

Acungerewe n'urwego rutanga uburenganzira, uwahawe uburenganzira arangura igikorwa yashinzwe kw'izina ryiwe kandi akimenya muri vyose kandi agatoza amafaranga ku bakenera ibikorwa arangura.

Le délégataire finance lui-même la réalisation, les acquisitions et l'exploitation du service public.

Uwahawe uburenganzira bwo kurangura igikorwa ni we nyene yitangira amafaranga yo kukirangura,ukugura ibikoresho n'ugushira mu ngiro ico gikorwa.

Article 229 : De l'affermage

Par l'affermage, l'autorité délégante confie au délégataire la gestion et l'entretien d'un service public, moyennant une redevance annuelle qu'il lui verse. Le délégataire agit pour son propre compte et à ses risques et périls.

L'autorité délégante finance elle-même l'établissement du service public. Le délégataire est rémunéré en percevant des redevances sur les usagers du service public.

Ingingo ya 229: Ugukotesha amatungo ya Reta

Mu vyerekeye ugukotesha amatungo ya Reta, urwego rukotesha rushinga uwakose igikorwa c'ugutunganya n'ukubungabunga amatungo ya Reta, na we akagira amafaranga aja aratanga ku mwaka ku mwaka. Uwakose akora kw'izina ryiwe kandi akimenya muri vyose.

Urwego rukotesha ni rwo rutanga amafaranga y'ugutanguza ibikorwa. Uwukose aronka impembo iva mu kuja aratoza amafaranga abakenera amatungo ya Reta akose.

Article 230 : De la régie intéressée

En cas de régie intéressée, l'autorité délégante confie au délégataire la gestion et l'entretien du service public. Le délégataire exploite le service public pour le compte de l'autorité délégante qui finance elle-même l'établissement du service public et conserve sa direction.

Le délégataire est rémunéré directement par l'autorité délégante au moyen d'une prime fixée en pourcentage du chiffre d'affaires, complétée d'une prime de productivité et éventuellement par une part des bénéfices.

L'autorité délégante détermine en association avec le délégataire les tarifs payés par les usagers du service public. Le délégataire perçoit les redevances pour le compte de l'autorité délégante concernée.

En cas de déficit, l'Autorité délégante rembourse au gérant par une rémunération forfaitaire. Le délégataire perçoit les redevances pour le compte de l'autorité délégante concernée.

Ingingo ya 230: Ugushinga uwundi ibikorwa vya Reta akabikuramwo akarusho

Mu gihe ari ugushinga uwundi ibikorwa vya Reta akabikuramwo akarusho, urwego rutanga uburenganzira rurashinga uwundi gutunganya n'ukubungabunga igikorwa Reta yokoze. Uwahawe uburenganzira bwo gutunganya igikorwa Reta yokoze akoresha amatungo ya Reta kw'izina ry'urwego rwamuhaye uburenganzira rukaba ari na rwo rutanga amafaranga akoreshwa mu bikorwa kandi rukagumana ubuyobozi.

Uwahawe uburenganzira ahabwa agahembo ata wundi biciyeko n'urwego rwamuhaye ubwo burenganzira biciye mu gashirukabute gashingwa hafatiwe ku rugero kw'ijana rw'amafaranga yinjira mu kiringo kinaka, hongeweko igice c'inyungu iyo yabonetse.

Urwego rutanga uburenganzira rurashinga rufadikanije n'uwahawe ubwo burenganzira ibiciro birihwa n'abakoresha ivyo arangura. Uwahawe ubwo burenganzira atoza amafaranga kw'izina ry'Urwego rwamuhaye uburenganzira.

Mu gihe habaye uruhombo, Urwego rwatanze uburenganzira burariha uwushinzwe gutunganya igikorwa agahembo gashingwa icamaso. Uwahawe uburengazira atoza amafaranga kw'izina ry'urwego rwamuhaye uburenganzira.

Section 3 : Des procédures suivies dans la délégation de service public

Agace ka 3: Ibikurikizwa mu gushinga abandi ibikorwa Reta yokoze

Sous-section 1 : De la publicité

Agahimba k'agace ka 1: Ukubimenyekanisha

Article 231 : De la publicité préalable de passation de la convention

Ingingo ya 231: Ukubanza kumenyekanisha ko isoko rigira ritangwe

La passation de la convention de délégation de service public est précédée d'une publicité de nature à permettre une information la plus claire et la plus complète possible sur le projet considéré.

Imbere y'ukugira amasezerano y'ugushinga abandi igikorwa Reta yokoze habanza kumenyekanishwa ivyerekeye uwo mugambi mu buryo butomoye neza kandi ata gihaze.

Le délai de réception des soumissions est de trente (30) à quatre-vingt-dix (90) jours calendaires, à compter de la date de publication de l'avis.

Ikiringo c'ukwakira ivyiyemejwe n'abahiganira iryo soko kiva ku minsi mirongo itatu (30) gushika ku minsi mirongo icenda (90) ikurikirana, giharurwa kuva kw'igenekerezo itangazo rivyerekeye ryatangarijweko.

Article 232 : De l'appel d'offres

Ingingo ya 232: Itangazo rihamagarira guhiganira isoko

Les conventions de délégations de service public sont passées par appel d'offres ouvert avec pré-qualification ou appel d'offres en deux étapes, en fonction de la complexité du projet de délégations de service public, conformément aux dispositions de la présente loi.

Amasezerano y'ugushinga uwundi igikorwa Reta yokoze agirwa biciye mw'itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira iryo soko, hagatorwa ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko canke bigaca mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri bivanye n'uko iryo soko riba rigizwe n'ibintu vyinshi bitandukanye, hisunzwe ibitegekanijwe muri iri bwirizwa.

Sous-section 2 : De la pré-qualification des candidats

Agahimba k'agace ka 2: Ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko mu bavyipfuza

Article 233 : De l'obligation de pré-qualification des candidats

Ingingo ya 233: Ugutegerezwa gutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko

La pré-qualification des candidats est obligatoire pour toute délégation de service public. Les candidats apportent la preuve qu'ils satisfont aux critères de pré-qualification exigés dans les termes de références.

Kw'isoko iryo ari ryo ryose ry'ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze hategerezwa gutorwa ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko. Abipfuza guhiganira isoko bategerezwa gutanga ivyemeza ko bakwije ibifatirwako bitegerejwe mu bisabwa mu guhiganira isoko kugira batorwe ivy'intangamarara .

Article 234 : De l'objet

La pré-qualification a pour objet d'identifier les cocontractants potentiels qui offrent des garanties techniques et financières suffisantes et qui ont la capacité d'assurer la continuité du service public dont ils seront délégantes.

Ingingo ya 234: Intumbero

Ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko bifise intumbero yo kumenya abogiranira amasezerano n'Urwego ruhagararira Reta bakwije ibisabwa mu bijanye n'ubuhinga n'amafaranga kandi bafise ubushobozi bw'ukubandanya igikorwa cokozwe na Reta bazotumwa kurangura .

Sous-section 3 : De la procédure de sélection

Agahimba k'agace ka 3: Ibikurikizwa mu gutora

Article 235: Des modalités

Ingingo ya 235: Ingene bigenda

La sélection des offres est effectuée, suivant une procédure d'appel d'offres ouvert, ou en deux étapes, sous réserve des exceptions visées au présent article.

Mu guhitamwo idosiye y'uwutsindira isoko mw'idosiye zashikirijwe bica mw'itangazo rihamagarira abakwije ibisabwa bose guhiganira isoko canke mw'itangazo rihamagarira guhiganira isoko rigirwa mu ntambwe zibiri, kiretse ko vyirengagizwa mu bihe bitegekanijwe mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo.

Lorsque l'Autorité délégante dispose de spécifications détaillées et de critères de performance ou d'indicateurs de résultats précis, la sélection s'effectue en une seule étape.

Mu gihe Urwego rutanga uburenganzira bw'ugukora ivyo Reta yokoze ruba rwaratomoye ido n'ido ibiranga ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi n'ibifatirwako mu kuraba ko birangurwa neza canke ivyerekana umwimbu utegerezwa kuboneka,uguhitamwo uwutsindira isoko bigirwa mu gishingo kimwe gusa.

Dans ce cas, consécutivement à la pré-qualification, elle procède par voie d'appel d'offres ouvert.

Muri ico gihe, hahejeje gutorwa ivy'intangamara abemererwa guhiganira isoko, Urwego rutanga uburenganzira ruca ruhitamwo uwutsindira isoko biciye mu guhamagarira abavyemerewe bose guhiganira isoko.

Article 236 : De la sélection en deux étapes

Ingingo ya 236: Ugutora uwutumwa igikorwa Reta yokoze bigirwa mu ntambwe zibiri

La sélection du délégataire peut également se faire en deux étapes. Les candidats pré-qualifiés remettent, tout d'abord, des propositions techniques, sans indication de prix, sur la base de principes généraux de conception ou de normes de performance. Une fois les propositions reçues et examinées, l'Autorité délégante peut inviter, après avoir éventuellement révisé le cahier de charges

Ugutora uwutumwa igikorwa Reta yokoze bishobora kandi kugirwa mu ntambwe zibiri. Abemerewe guhiganira isoko batowe ivy'intangamara babanza gushikiriza ivyo biyemeje bijanye n'ubuhinga, badashizeko ibiciro, bafatiye ku ngingo ngenderwako z'ingene igikorwa gitegurwa canke bisunze ivyerekana ko ibikorwa birangurwa neza. Urwego rutanga uburenganzira rumaze kwakira no kwihweza ivyashikirijwe rurashobora gusaba abahiganira isoko, rumaze

initial, les soumissionnaires à présenter les propositions techniques assorties d'un prix.

kugira ico ruhinduye iyo bikenewe, mu rwandiko rw'ubwa mbere rw'ibitegerejwe gukorwa, gushikiriza ivyo biyemeje bijanye n'ubuhinga hariko n'ibiciro.

Article 237 : De la procédure de gré à gré ou par entente directe en cas de délégation de service public

Ingingo ya 237: Ibikurikizwa mu gutanga isoko mu gihe ari ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro canke mu kwumvikana n'uwushobora kurishira mu ngiro ubwo nyene

Exceptionnellement, l'Autorité délégante peut avoir recours à la procédure de gré à gré ou d'entente directe, selon les modalités définies par la présente loi, dans les cas suivants :

Mu bihe bidasanzwe, Urwego rutanga uburenganzira rurashobora gutanga isoko biciye mu kwumvikana n'umwumwe mu borishira mu ngiro canke mu kwumvikana n'uwushobora kurishira mu ngiro ubwo nyene, hisunzwe ibikurikizwa bitomowe n'iri bwirizwa, mu bihe bikurikira :

1) Lorsque, en cas d'extrême urgence constatée par la Direction nationale de contrôle des marchés publics, nécessitant une intervention immédiate visant à assurer la continuité du service public, il ne serait pas possible d'ouvrir une procédure de sélection avec mise en concurrence ;

1) Mu gihe, Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bubonye ko hari icihutirwa cane, bisaba ko hari igica gikorwa ubwo nyene, kugira igikorwa ca Reta ntigihagarare, bikaba bidashoboka ko uwuhabwa isoko atorwa birinze guca mw'ihiganwa ;

2) Lorsqu'un seul candidat est en mesure de fournir le service demandé.

2) Mu gihe uwushobora kurangura igikorwa gikenewe azwi ari umwe gusa.

Sous-section 4: Des critères d'évaluation et de négociation

Agahimba k'agace ka 4: Ibifatirwako mu gutanga amanota no mu kwumvikana n'uwuzoshira mu ngiro ibikorwa Reta yokoze

Article 238 : Des critères d'évaluation

Ingingo ya 238: Ibifatirwako mu gutora uwutsindira isoko

L'attribution de la convention s'effectue sur la base de la combinaison optimale de différents critères d'évaluation prévus dans le dossier d'appel d'offre, tels que les spécifications et normes de performance prévues ou proposées, la qualité des services publics visant à assurer leur continuité, les tarifs imposés aux usagers ou reversés à l'Etat, à la collectivité territoriale décentralisée ou à la personne morale de droit public, le respect des

Amasezerano y'ugutanga isoko agirwa harabwe amanota ashimishije afatiwe hamwe yatanzwe hisunzwe ibifatirwako bitandukanye bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa, nk'ibiranga isoko hamwe n'ivyerekana ko ibikorwa birangurwa neza bitegekanijwe canke vyashikirijwe, uko ibikorwa vya Reta birangurwa bigatuma bishobora kubandanya birangurwa, ibiciro bisabwa abarangurirwa ibikorwa canke amafaranga atangwa muri Reta, mu rwego rw'intwaro

normes environnementales, le coût, le montant et la rationalité du financement offert, toute autre recette que les équipements existants ou réalisés procureront à l'Autorité délégante et la valeur de rétrocession des installations.

rwegerejwe abanyagihugu canke mw'ishirahamwe rya Reta, ukwubahiriza amategeko agenga ibidukikije, ikiguzi, igitigiri n'ikoreshwa neza ry'amafaranga yatanzwe, ayandi mafaranga yose azokwinjira avuye mu bikoresho biramba bihasanzwe canke vyagurishijwe vyinjiriza Urwego rutanga uburenganzira bw'ugukora igikorwa Reta yokoze n'agaciro ivyubatswe bizoba bifise igihe bizosubizwa.

Article 239 : De la négociation

A l'issue du processus de sélection, l'Autorité délégante et le candidat retenu engagent des négociations en vue de se convenir sur les termes définitifs de la convention de délégation de service public.

Ingingo ya 239: Ukwumvikana

Ibijanye n'uguhitamwo uwutsindira isoko birangiye, Urwego rutanga uburenganzira n'uwahawe isoko baraja inama mu ntumbero yo kwumvikana ku ngingo ntabanduka zishirwa mu amasezerano yerekeye ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze.

Sous-section 5 : De l'attribution et du contrôle

Agahimba k'agace ka 5: Ugutanga isoko n'ugusuzuma ingene ryatanzwe

Article 240 : De la publication de l'avis d'attribution

L'Autorité Délégante publie un avis d'attribution de convention de délégation de service public. L'avis désigne le délégataire et comporte un résumé des principales clauses de la convention.

Ingingo ya 240: Ugutangaza ingingo y'ugutanga isoko

Urwego rwatanze uburenganzira ruratangaza ingingo y'ugutanga isoko ryerekeye ugutuma uwundi ibikorwa Reta yokoze. Iryo tangazo riratomora uwahawe uburenganzira kandi riba ririmwo incamake y'ingingo nkurunkuru zo mu masezerano y'ugushira mu ngiro isoko.

Article 241 : Du contrôle de la procédure

Le contrôle de la procédure de passation des conventions de délégation de service public est assuré par la Direction nationale de contrôle des marchés publics, selon les modalités déterminées par la présente loi.

Ingingo ya 241: Ugusuzuma ingene isoko ryatanzwe

Ubuyobozi bujejwe amasoko ya Reta ni bwo bushinzwe gusuzuma ingene isoko ryerekeye ugutuma uwundi ibikorwa Reta yokoze ryatanzwe, hisunzwe ibikurikizwa bitomowe n'iri bwirizwa.

Article 242 : De l'expiration de la convention

A l'expiration de la convention de délégation de service public, l'ensemble des investissements et des biens du service public devient la propriété de la personne morale de droit public concernée.

Ingingo ya 249: Irangira ry'amasezerano

Amasezerano yerekeye ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze arangiye,ivyashizweho vyose hamwe n'amatungo vyahora bikoreshwa muri ico gikorwa cega Reta bica vyegukira ishirahamwe ryegamiye Reta ryari ryatanze uburenganzira.

TITRE IV : DE L'EXECUTION DES MARCHES PUBLICS

IKIGABANE CA IV: IVYEREKEYE ISHIRWA MU NGIRO RY'AMASOKO YA RETA

CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

IGICE CA MBERE: INGINGO NGENDERWAKO

Article 243 : Du principe

Ingingo ya 243: Ingingo ngenderwako

Tout marché fait l'objet d'un contrat écrit contenant au moins les mentions visées à l'article 245 de la présente loi.

Isoko iryo ari ryo ryose riragirirwa amasezerano yanditse y'ukurishira mu ngiro ashirwamwo n'imiburiburi ibivugwa mu ngingo ya 245 y'iri bwirizwa.

Tout marché public doit être conclu avant tout commencement d'exécution.

Isoko iryo ari ryo ryose rya Reta ritegerezwa kubanza kugirirwa amasezerano imbere y'ugutangura kurishira mu ngiro.

Article 244 : De l'interdiction de modification

Ingingo 244: Ukubuza guhindura ivyerekewe n'amasezerano

Le marché définitif ne peut, en aucun cas, modifier l'étendue et la nature des prestations prévues au dossier d'appel d'offres.

Amasezerano ntabanduka yerekeye ishirwa mu ngiro ry'isoko ntashobora na rimwe guhindura uko ibirangurwa bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa bingana n'ubwoko bwavyo.

Seuls les aménagements mineurs, sans incidence financière ni influence technique par rapport à l'offre retenue, sont acceptables.

Ibishobora kwemerwa vyonyene ni ibihindurwa bidahambaye bitagira ingaruka ku bijanye n'amafaranga n'ubuhinga ugereranije n'ivyashikirijwe mw'idosiye y'uguhiganira isoko y'uwaritsindiye.

Aucune réclamation portant sur l'exécution des prestations n'est recevable avant l'entrée en vigueur du marché correspondant.

Nta na kimwe gishobora gusabwa kijanye n'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa isoko vyerekeye ritaratangura gushirwa mu ngiro.

CHAPITRE II : DU CONTENU DES CONTRATS

IGICE CA KABIRI: IBISHIRWA MU MASEZERANO

Section 1 : Des documents du marché

Agace ka 1: Inzandiko zerekeye isoko

Article 245 : Des éléments constitutifs du contrat

Ingingo ya 245: Ibija mu masezerano

Chaque contrat de marché contient au moins les mentions suivantes :

Amasezerano ayo ari yose yerekeye isoko aba arimwo n'imiburiburi ibi bikurikira :

1) L'objet et le numéro du marché ;

1) Ico isoko ryerekeye n'inomero y'isoko ;

2) L'indication des moyens de financement de la dépense et de la rubrique budgétaire d'imputation ;

2) Ingene amafaranga azokoreshwa kw'isoko azoboneka n'aho akurwa mu ndinganizo y'amafaranga ategekanywa gukoreshwa n'uwutanga isoko ;

3) L'indication des parties contractantes ;

3) Abagiriranira amasezerano abo ari bo ;

4) L'indication de l'Autorité contractante ;

4) Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ;

5) Le cas échéant, le maître de l'œuvre délégué ;

5) Intumwa y'uwujejwe igikorwa, iyo bikenewe ;

6) La justification de la qualité de la personne signataire du marché et de la partie co-contractante ;

6) Icerekana ko uwushira umukono ku masezerano n'uwo bayagiriranira babifitiye uburenganzira ;

7) Le numéro, par ordre de priorité, des pièces constitutives du marché comprenant notamment : la soumission ou l'acte d'engagement, le cahier des clauses administratives particulières, le devis ou le détail estimatif, le bordereau des prix unitaires, le sous détail des prix et le cahier des clauses administratives générales auquel il est spécifiquement assujetti ;

7) Inomero z'inzandiko zijanye n'isoko zishirwako uko zigenda zirasumbasumbanya akamaro, zikaba ari nk'izi zikurikira : urwandiko rw'ukurondera guhiganira isoko canke urw'ukwiyemeza guhiganira isoko, urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'isoko kanaka, urwandiko rwerekana amafaranga ibikorwa bizotwara canke ido n'ido ry'amafaranga ibikorwa bishobora gutwara, urwandiko rwerekana ibiciro vya kimwekimwe mu bigurwa, urwandiko rwerekana ido n'ido ry'ibiciro vy'ibirangurwa n'urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi rutegerezwa kwisungwa n'uwatsindiye isoko ;

8) Le montant du marché, assorti des modalités de sa détermination ainsi que de celles, éventuelles, de sa révision ;

8) Igitigiri c'amafaranga isoko ritwara harimwo n'ibikurikizwa mu kugishinga hamwe, no mu gihe vyoba ngombwa, ibikurikizwa mu kugisubiramwo ;

9) Les obligations fiscales et douanières ;

9) Amafaranga y'ikori n'aya duwane ;

10) Le délai et le lieu d'exécution ;

10) Ikiringo ibikorwa n'ikibanza vy'isoko birangurirwamwo ;

11) Les conditions de constitution des cautionnements ;

11) Ingene ingwati zitangwa ;

12) La date de notification ;

12) Igenekerezo amasezerano amenyesherezwako;

13) La domiciliation bancaire du co-contractant de l'administration;

13) Ibanki izocishwako amafaranga y'uwugiranira amasezerano n'uwuhagararira Reta ;

14) Les conditions de réception ou de livraison des prestations ;

14) Ibisabwa mu kwakira ibikorwa vyaranguwe canke mu gushikiriza ubuzi bwakozwe ;

15) Les modalités de règlement des prestations et de pénalités éventuelles;

15) Ibikurikizwa mu kuriha ibikorwa vyaranguwe no mu kuriha amafaranga ajanye n'ibihano bishobora gutangwa ;

16) Le comptable chargé du paiement, le cas échéant ;

16) Umunyabigega ajejwe kuriha amafaranga, iyo bikenewe ;

17) Les modalités de règlement des litiges ;

17) Ibikurikizwa mu gutatura amatati ;

18) Les conditions de résiliation ;

18) Ibisabwa mu guhagarika amasezerano ;

19) La juridiction compétente en cas d'appel d'offres international.

19) Sentare ibifitiye ububasha mu gihe ari itangazo rihamagarira guhiganira isoko ku rwego mpuzamakungu.

Article 246 : Des documents constitutifs du marché

L'Autorité contractante est tenue de remettre au titulaire un exemplaire conforme des documents constitutifs du marché.

Ingingo ya 246: Inzandiko zigize idosiye y'isoko

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerezwa gushikiriza uwatsindiye isoko ikopi z'inzandiko zigize idosiye y'isoko zisa n'iz'imvaho.

Article 247 : De l'ordre de priorité des documents constitutifs d'un marché

Les documents dont il est question à l'article précédent sont, selon leur importance :

Ingingo ya 247: Uko inzandiko zigize idosiye y'isoko zigenda zirakurikirana harabwe agaciro kazo

Inzandiko zivugwa mu ngingo ya 246 zitondekwa hakurikijwe uko zisumbanya agaciro uku gukurikira:

1) Le contrat entre l'Autorité contractante et le titulaire ;

1) Amasezerano agirwa hagati y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano n'uwatsindiye isoko ;

2) La soumission avec ses modifications contractuelles ;

2) Urwandiko rw'ukurondera guhiganira isoko harimwo n'ivyahinduwe mu masezerano;

3) Les cahiers des charges comprenant les documents généraux et particuliers appropriés au marché, conformément à l'article 254 de la présente loi ;

3) Inzandiko z'ibitegerejwe kurangurwa zirimwo inzandiko zerekeye amasoko muri rusangi n'izerekeye isoko kanaka, hisunzwe ingingo ya 254 y'iri bwirizwa ;

4) Le bordereau des prix unitaires lorsqu'il existe ;

4) Urwandiko rwerekana ibiciro vya kimwekimwe mu bigurwa iyo ruhari ;

5) Le détail estimatif avec ses modifications contractuelles ;

5) Ido n'ido ry'amafaranga ibikorwa bishobora gutwara hamwe n'ivyahinduwe mu masezerano;

6) Les annexes, si ces pièces sont indiquées comme contractuelles, telles que décomposition des prix forfaitaires, sous-détail des prix unitaires ;

6) Inzandiko z'imperekeza, iyo zivugwa ko ziri mu masezerano, nk'izerekeye ido n'ido ry'ibiciro vyashinzwe icamaso n'iry'biciro vya kimwekimwe ;

7) Les documents dessinés et plans.

7) Inzandiko zirimwo ibicapo n'amapura.

En cas de différend sur l'exécution du marché, les documents visés ci-dessus sont considérés selon leur ordre de priorité.

Mu gihe hadutse amatati ajanye n'ishirwa mu ngiro ry'isoko, inzandiko zihejeje kuvugwa zisungwa hakurikijwe urutonde rw'ingene zisumbanya agaciro.

Section 2 : Des cahiers de charge

Agace ka 2: Ibishirwa mu nzandiko z'ibitegerejwe kurangurwa

Article 248 : Du contenu des cahiers de charge

Ingingo ya 248: Ibishirwa mu nzandiko z'ibitegerejwe kurangurwa

Les cahiers des charges déterminent les conditions dans lesquelles les marchés sont exécutés. Ils comprennent les documents généraux et les documents particuliers.

Inzandiko z'ibitegerejwe kurangurwa ziratomora ibisabwa mw'ishirwa mu ngiro ry'amasoko yatanzwe. Izo nzandiko ziba zigizwe n'inzandiko zisabwa muri rusangi ku masoko ya Reta n'izerekeye isoko kanaka.

Article 249: Des documents généraux

Ingingo ya 249: Inzandiko zerekeye amasoko ya Reta muri rusangi

Les documents généraux sont :

Inzandiko zerekeye amasoko ya Reta muri rusangi ni izi zikurikira :

a) Le cahier des clauses administratives générales (CCAG) qui fixent les dispositions administratives pour l'exécution et le contrôle des marchés publics, applicables à toute une catégorie de marché, à savoir :

a) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi (CCAG mu mpfunyapfunyo y'igifaransa)zishinga ivyisungwa mu gushira mu ngiro no mu gusuzuma amasoko ya Reta, zigakurikizwa ku mugwi uwo ari wo wose w'amasoko, ari zo z'izi zikurikira :

1) Le cahier des clauses administratives générales applicables aux marchés publics de travaux ;

1) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi zikurikizwa ku masoko ya Reta yerekeye ibikorwa vy'ukwubaka ;

2) Le cahier des clauses administratives générales applicables aux marchés publics de fourniture et de service ;

3) Le cahier des clauses administratives générales applicables aux marchés publics d'importation d'équipements et de fournitures ;

4) Le cahier des clauses administratives générales applicables aux marchés publics de prestations intellectuelles ;

5) Le cahier des clauses administratives générales applicables aux marchés publics industriels;

b) Le cahier des clauses techniques générales (CCTG) qui fixent les dispositions techniques applicables à toutes les prestations de même nature. Ces clauses techniques se réfèrent aux normes en vigueur au Burundi ou à défaut aux normes internationales reconnues applicables au Burundi.

2) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi zikurikizwa ku masoko ya Reta y'ivyimuka n'ubuzi ;

3) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi zikurikizwa ku masoko ya Reta y'ibikoresho biramba n'ivyimuka vyinjizwa mu gihugu;

4) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangiyerekeye ibikorwa mvabwenge;

5) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi zikurikizwa ku masoko ya Reta y'ibikorwa bijanye n'amahinguriro ;

b) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'ubuhinga muri rusangi(CCTG mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) zishinga ingingo z'ubuhinga zikurikizwa ku bikorwa vyose bisangiye ubwoko. Izo ngingo zerekeye ubuhinga zisunga ibikurikizwa mu Burundi atari uko na ho zikisunga ibikurikizwa ku rwego mpuzamakungu vyemewe gukurikizwa mu Burundi.

Article 250 : Des documents particuliers

Les documents particuliers sont :

1) Les cahiers des clauses administratives particulières qui fixent les dispositions administratives et financières propres à chaque marché ;

2) Le cahier des clauses techniques particulières qui définissent les caractéristiques techniques propres à chaque type de marché, travaux, fournitures ou services et prestations intellectuelles.

Ingingo ya 250: Inzandiko ziharijwe n'isoko rimwerimwe ryose

Inzandiko ziharijwe n'isoko rimwerimwe ryose ni izi zikurikira :

1) Inzandiko zitomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'isoko kanaka zitegekanya ibijanye n'intwaro hamwe n'amafaranga isoko rimwerimwe ryose ryisangije ;

2) Urwandiko rutomora ingingo zijanye n'ubuhinga isoko rimwerimwe ryose ryiharije zitomora ibiranga ubuhinga isoko rimwerimwe ryose ryisangije, iryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi n'iryerekeye ibikorwa mvabwenge.

Les documents particuliers mentionnent les documents généraux auxquels ils dérogent.

Inzandiko ziharijwe n'isoko rimwerimwe ryose zirerekana inzandiko zerekeye amasoko ya Reta muri rusangi zirengagizwa.

CHAPITRE III : DES OBLIGATIONS DES PARTIES AU CONTRAT

IGICE CA III: IVYO ABAGIRANIRA AMASEZERANO BATEGEREJWE

Section 1 : Des obligations du titulaire du marché

Agace ka 1 : Ivyo uwatsindiye isoko ategerejwe

Sous-section 1 : Des documents du marché

Agahimba k'agace ka mbere: Inzandiko z'amasoko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka

Article 251 : Des modalités

Ingingo ya 251: Ibikurikizwa

Le titulaire du marché est tenu d'ouvrir et de tenir à jour :

Uwatsindiye isoko ategerezwa guca atangura kwuzuza no gushira ku gihe ibi bikurikira :

1) Un document comptable spécifique au marché et faisant ressortir les différentes sources de financement, les états des sommes facturées et des sommes réglées ;

1) Urwandiko rwerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka rujanye n'isoko yatsindiye rutomora ahava amafaranga akoreshwa, inzandiko zimenyesha amafaranga yishuzwa n'ayarishwe ;

2) Un état des déclarations fiscales et douanières relatives au marché.

2) Inzandiko zimenyesha amafaranga y'amakori n'aya duwane arihwa zerekeye isoko.

Article 252 : De la vérification des documents du marché

Ingingo ya 252: Ugusuzuma inzandiko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka

L'Autorité contractante, le cas échant, l'Autorité de régulation des marchés publics peut accéder, aux fins de vérification, au document du marché visé à l'article 251.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, canke na ho, Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta, kugira rukore isuzuma, rurashobora gusaba inzandiko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka zivugwa mu ngingo ya 251.

Sous-section 2 : Des opérations comptables

Agahimba k'agace ka 2. Ibikorwa vy'uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka

Article 253 : Des modalités

Ingingo ya 253: Ibikurikizwa

La comptabilité du titulaire du marché retrace les opérations se rapportant au marché de la manière suivante :

Mu kwerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka y'uwatsindiye isoko harandikwa ido n'ido ry'ibikorwa vyaranguwe bijanye n'isoko mu buryo bukurikira :

1) Les dépenses afférentes aux approvisionnements, à l'acquisition de matériaux, matières premières ou aux objets fabriqués destinés à entrer dans la composition du marché ;

1) Amafaranga asohoka ku bigurwa, ayagurwa ibikoresho, ibintu bihingurwamwo ibindi canke ibintu vyahinguwe bigenewe gushirwa mu bigize isoko ;

2) Les frais relatifs à la main d'œuvre exclusivement employée, ainsi que toutes autres charges ou dépenses individualisées ;

2) Amafaranga agenewe abakozi baba bariko barakoreshwa koko kuri iryo soko, hamwe n'ayandi mafaranga yose asohoka atangirwa abakozi canke umukozi umwumwe ;

3) Le bordereau des quantités exécutées ou de fournitures livrées.

3) Urwandiko rwerekana ingene ivyaranguwe canke ivyimuka vyatanzwe bingana.

Article 254 : De l'accès aux documents comptables

Ingingo ya 254: Uburenganzira bw'ugusaba inzandiko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka

Le titulaire du marché donne libre accès à l'Autorité contractante aux documents comptables relatifs au marché.

Uwatsindiye isoko araronsa Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano inzandiko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka zijanye n'isoko izo ari zo zose n'igihe cose ruba ruzikeneye.

Sous-section 3 : Des garanties et des cautions

Agahimba k'agace ka 3: Ingwati n'ubwishingizi

Article 255 : De la restitution de la garantie d'offre

Ingingo ya 255: Isubizwa ry'ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko

La garantie d'offre est restituée au plus tard à la date de son expiration. Les conditions dans lesquelles la garantie d'offre peut être retenue par l'Autorité contractante sont fixées par le cahier des charges.

Ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko isubizwa hatarenze kw'igenekerezo ikiringo cayo kirangirirako. Ibituma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushobora kudasubiza ingwati yatanzwe kw'idosiye y'uguhiganira isoko bitomorwa mu rwandiko rw'ibitegerejwe kurangurwa.

Pour l'attributaire du marché, la restitution de la garantie d'offre est conditionnée par la constitution d'une garantie de bonne exécutio

Uwatsindiye isoko asubizwa ingwati yatanze kw'idosiye y'uguhiganira isoko ari uko atanze ingwati yizeza ko azoshira mu ngiro neza isoko yatsindiye.

Sous-section 4 : De la garantie de bonne exécution

Agahimba k'agace ka 4: Ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza

Article 256 : Du principe

Ingingo ya 256: Ingingo ngenderwako

Il y a bonne exécution lorsque le titulaire du marché a accompli entièrement ses obligations contractuelles, tant qualitatives que quantitatives.

Bifatwa ko isoko ryashizwe mu ngiro neza, mu gihe uwaritsindiye yaranguye ivyo vyose ategerejwe biri mu masezerano, hafatiwe ku kuntu bimeze n'uko bingana.

Les titulaires d'un marché sont tenus de fournir une garantie de bonne exécution lorsque la nature, l'importance et le délai d'exécution du marché le requièrent.

Abatsindiye isoko bategerezwa gutanga ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza igihe ubwoko bw'isoko, uko ringana n'ikiringo rimara mu kurishira mu ngiro bisaba ko iyo ngwati itangwa.

Elle est fixée dans le dossier d'appel d'offres et doit être en rapport avec l'objet du marché. Les titulaires des marchés de prestations intellectuelles ne sont pas soumis à cette obligation.

Iyo ngwati itomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa kandi itegerezwa kuba ihuye n'ico isoko ryerekeye. Abatsindiye amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge ntibasabwa iyo ngwati.

Article 257 : Du montant de la garantie de bonne exécution

Ingingo ya 257: Igitigiri c'amafaranga y'ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza

Le montant de la garantie est de cinq (5) à dix (10) pourcent du prix du marché de base. Il est fixé par l'autorité contractante dans le contrat.

Igitigiri c'amafaranga y'ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza kiva ku bice bitanu (5) gushika ku bice icumi (10) kw'ijana vy'igiciro c'isoko ryatanzwe. Ico gitigiri gishingwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

En cas d'avenant, le montant de la garantie est augmenté ou diminué dans les mêmes proportions que le marché de base.

Mu gihe hagizwe amasezerano yunganira ay'ubwa mbere, igitigiri c'amafaranga y'ingwati kirongerezwa canke kikagabanywa ku rugero ruhuye n'ivyahindutse kw'isoko ryari ryatanzwe.

Article 258 : Des modalités de constitution de la garantie de bonne exécution

Ingingo ya 258: Ibikurikizwa mu gutanga ingwati

La garantie de bonne exécution doit être constituée dans les vingt (20) jours calendaires qui suivent la notification du marché et, avant le premier paiement.

Ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza itegerezwa gutangwa mu minsi mirongo ibiri (20) ikurikirana ikurikira umunsi isoko ryamenyesherejweko, kandi, uko bigenda kwose, imbere yuko amafaranga ya mbere arihwa.

En cas d'existence d'une garantie de l'offre, elle doit être constituée avant que la garantie de l'offre expire.

Mu gihe hatanzwe ingwati kw'idosiye y'uguhiganira isoko, ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza itegerezwa gutangwa imbere yuko ikiringo c'ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko kirangira.

Article 259 : De la restitution de la garantie de bonne execution

La garantie de bonne exécution est restituée dans le délai d'un mois après l'expiration du délai de garantie et en tout état de cause, et si le marché ne comporte pas un tel délai, immédiatement après la réception définitivedes travaux, fournitures ou services.

Ingingo ya 259: Isubizwa ry'ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza

Ingwati yizeza ko isoko rizoshirwa mu ngiro neza isubizwa mu kiringo c'ukwezi kumwe giharurwa kuva ikiringo c'ingwati itangwa kw'idosiye y'uguhiganira isoko kirangiye kandi uko bigenda kwose, iyo isoko ridategekanya ico kiringo na ho, ingwati ica isubizwa ubwo nyene ibikorwa, ivyimuka canke ubuzi bwaranguwe bigiheza kwakirwa.

Sous-section 5 : Du régime des garanties

Agahimba k'agace ka 5: Amategeko agenga ingwati

Article 260 : De la forme de garantie

Les garanties sont soumises à première demande ou de cautionnement sous la forme de garantie bancaire ou de micro-finance opérant comme une institution bancaire. Les cautionnements sont établis dans les conditions définies par voie réglementaire.

Ingingo ya 260: Ingene ingwatizimeze

Ingwati zitangwa zigisabwa canke uwari kuzitanga akishingwa n'ibanki canke n'ishirahamwe ritanga ingurane ntonto rikora nk'ibanki. Ubwishingizi bugirwa mu buryo butomorwa n'amategeko.

Article 261 : De la garantie de remboursement d'avance

Le titulaire d'un marché est tenu de fournir une garantie en remboursement de ses avances, lorsque le marché prévoit des avances supérieures à cinq (5) pour cent du montant du marché.

Ingingo ya 261: Ingwati yizeza ko avansi izosubizwa

Uwatsindiye isoko ategerezwa gutanga ingwati yizeza ko azosubiza avansi, mu gihe isoko ritegekanya avansi irenga ibice bitanu (5) kw'ijana vy'amafaranga yose isoko ritwara.

Le dossier d'appel d'offres peut toutefois exiger une garantie de remboursement des avances inférieures ou égales à cinq (5) pour cent du montant du marché, lorsque l'importance des sommes à avancer le justifie.

Idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa irashobora ariko gusaba ko hatangwa ingwati yizeza ko avansi zidashikana canke zingana n'ibice bitanu (5) kw'ijana vy'amafaranga isoko ritwara zizosubizwa, mu gihe bitumwe n'uko amafaranga ya avansi ari menshi.

Les conditions de constitution et de restitution de cette garantie qui doit être libérée au fur et à mesure du remboursement des avances sont également définies par le dossier d'appel d'offres.

Iyo ngwati itegerezwa kuja irasubizwa uko avansi igenda irarihwa, ingene itangwa n'ingene isubizwa na vyo nyene bitomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Article 262 : Du cautionnement des avances

Lorsque le titulaire d'un marché bénéficie d'une avance à la commande, il doit produire un cautionnement ou l'engagement de la caution solidaire en joignant les factures pro-forma et les lettres de commande. Le cautionnement ou l'engagement de la caution solidaire doivent couvrir la totalité de l'avance. Il est restitué ou levé au fur et à mesure des prélèvements effectués sur les sommes dues par l'Autorité contractante au titre du marché.

Ingingo ya 262: Ubwishingizi bwa avansi

Mu gihe uwatsindiye isoko aronse avansi ku bizogurwa, ategerezwa gutanga urwandiko rwemeza uwamwishinze canke urwemeza abafadikanije kumwishinga akarutangana n'inzandiko zerekana ibiciro ivyimuka vyotangwako hamwe n'amakete asaba kubigura. Amafaranga y'ubwishingizi canke ayiyemezwa n'abafadikanya kumwishinga ategerezwa kuba ashobora kuriha avansi yose. Ayo mafaranga y'ubwishingizi aja arasubizwa canke akaja aratangwa uko uwatsindiye isoko aja ararihwa amafaranga n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ajanye n'isoko.

Article 263 : Des acomptes sur approvisionnements

Lorsque le titulaire du marché reçoit des acomptes sur approvisionnements, la propriété des approvisionnements est transférée à l'Autorité contractante. Le titulaire assume à l'égard de ces approvisionnements la responsabilité légale du dépositaire.

Ingingo ya 263: Ukurihwa amafaranga y'urugusho ku bigurwa

Mu gihe uwatsindiye isoko aja arahabwa amafaranga y'urugusho ku bigurwa, ivyaguzwe bica vyegukira Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano. Uwatsindiye isoko ni we abazwa imbere y'amategeko ibijanye n'ivyaguzwe nka nyenevyo.

Article 264 : De la retenue de garantie

Lorsque le marché comporte un délai de garantie, une partie de chaque paiement peut être retenue par l'Autorité contractante au titre de « retenue de garantie » pour couvrir l'obligation de parfait achèvement des travaux, fournitures ou service.

Ingingo ya 264: Ugusigarana amafaranga afatwa nk'ingwati

Mu gihe isoko ririmwo ikiringo c'ukwizeza ko isoko rizosozerwa neza, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora kuja rurasigarana igice ku mafaranga ruja rurariha afatwa « nk'ingwati y'ukwizeza mu ntumbero yuko uwatsindiye isoko aheraheza » neza ibikorwa, aheza gushikiriza ivyimukacanke arangiza akazi kajanye n'isoko yatsindiye.

La part des paiements retenus par l'Autorité contractante ne peut être supérieure à cinq (5) pour cent du montant des paiements. Elle est fixée, tout comme les conditions de sa restitution, dans le dossier d'appel d'offres.

Igice c'amafaranga Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruja rurasigarana ntigishobora kurenga ibice bitanu (5) kw'ijana vy'amafaranga yose rutegerezwa kuriha. Ico gice, co kimwe n'ingene gisubizwa, bitomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

En tout état de cause, la retenue de garantie doit être remboursée de moitié à la réception provisoire.

Uko bigenda kwose, amafaranga Urwego ruja rurasigarana afatwa nk'ingwati ategerezwa gusubizwa ku rugero rw'ica kabiri cayo igihe c'ukwakira isoko ivy'imfatakibanza.

Les conditions du remplacement total ou partiel de la garantie de bonne exécution par une retenue de garantie sont déterminées suivant les prestations du dossier d'appel d'offres.

Ingene amafaranga yose y'ingwati y'ukwizeza ko isoko rizoherahezwa neza canke igice cayo asubirizwa n'ayaja arasigaranwa afatwa nk'ingwati bitomorwa bivanye n'ibikorwa bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Article 265 : De la prolongation de la période de garantie

Ingingo ya 265: Ukwongereza ikiringo c'ingwati

Sans préjudice de l'application des dispositions législatives ou réglementaires applicables en matière de la garantie des travaux, fournitures et prestations de services, les défectuosités constatées durant la période de garantie ont pour conséquence la prolongation de cette période suivant des modalités définies dans le dossier d'appel d'offres.

Hatirengagijwe ikurikizwa ry'ibitegekanijwe n'amabwirizwa canke n'amategeko bikurikizwa mu vyerekeye ingwati zitangwa ku bikorwa, ku vyimuka no ku buzi burangurwa, ivyononekaye bibonetse mu kiringo ingwati imara bituma ico kiringo congerezwa, hisunzwe ibikurikizwa bitomorwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Sous-section 6 : De la garantie décennale

Agahimba k'agace ka 6: Ingwati imara imyaka icumi

Article 266 : De la nature de l'obligation

Ingingo ya 266: Igituma iyo ngwati itegerezwa gutangwa

Pour les marchés des travaux, le titulaire du marché garantit la réparation intégrale, pendant dix ans, des désordres graves subis par un bâtiment ou un ouvrage de génie civil construit dans le cadre d'un marché public de travaux et qui n'étaient pas apparents lors de sa réception.

Ku masoko yerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, uwatsindiye isoko ariyemeza gusubiramwo kwubaka ivyo vyose vyokwononekara cane, mu kiringo c'imyaka icumi, ku nyubakwa canke ku cubatswe ku buhinga bukomeye, vyakozwe mu gushira mu ngiro isoko rya Reta ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyo vyononekaye bikaba bitibonekeza mu gihe c'ukwakira ibikorwa.

Article 267 : De l'interdiction d'exemption de la garantie décennale

Le titulaire du marché des travaux ne peut, en aucun cas, être exempté de la garantie décennale visée à l'article précédent.

Ingingo ya 267: Ukubuza ko uwatsindiye isoko akurwako ingwati imara imyaka icumi

Uwatsindiye isoko ryerekeye ibikorwa vy'ukwubakanta na rimwe ashobora gukurwako ingwati imara imyaka icumi ivugwa mu ngingo ya 266.

Sous-section 7 : Du respect de la législation en vigueur

Agahimba k'agace ka 7: Ukwubahiriza amategeko asanzwe akurikizwa

Article 268 : De l'obligation sociale et environnementale

Les entreprises, fournisseurs, prestataires de services soumissionnaires se conforment à toutes les dispositions législatives et réglementaires ou toutes les dispositions résultant des conventions collectives relatives notamment aux salaires, aux conditions de travail, de sécurité, de santé, de bien être des travailleurs intéressés et de l'environnement.

Ingingo ya 268: Ibitegerejwe vyerekeye imibano n'ibidukikije

Amashirahamwe, abatanga ivyimuka, abarangura ubuzi bahiganira isoko bategerezwa gukurikiza ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko canke izindi ngingo zose zo mu masezerano rusangi y'akazi nk'ayerekeye imishahara, ingene akazi karangurwa, umutekano, amagara, ukubaho neza kw'abakozi vyerekeye hamwe n'ibidukikije.

Article 269 : De l'observation des clauses de travail

Les entreprises, fournisseurs, prestataires de services soumissionnaires demeurent, en outre, garants de l'observation des clauses de travail, et responsables de leur application par tout sous-traitant.

Ingingo ya 269: Ukwubahiriza ingingo zo mu mategeko agenga akazi

Amashirahamwe, abatanga ivyimuka, abarangura ubuzi bahiganiye isoko baguma kandi begwa n'ukwubahiriza ingingo zo mu mategeko agenga akazi kandi bajejwe gucungera ko uwo wese bashinze ibikorwa bibega uwatsindiye isoko akurikiza izo ngingo.

Sous-section 8 : Des retenues à titre de pénalités de retard

Agahimba k'agace ka 8: Amafaranga y'ihadabu atangwa kubera ibikorwa bitaranguwe ku gihe

Article 270 : Du principe

En cas de dépassement des délais contractuels fixés par le marché, le titulaire du marché est passible de pénalités journalières égales à 1/1000 de la valeur de la tranche non exécutée, pour chaque jour calendrier de retard, après mise en demeure préalable.

Ingingo ya 270: Ingingo ngenderwako

Mu gihe ibiringo bitegekanijwe mu masezerano y'ugushira mu ngiro isoko bitubahirijwe, uwatsindiye isoko aracibwa ihadabu ku munsi ku munsi ringana n'igice 1/1000 c'agaciro k'ibikorwa bitararangurwa, ku munsi umwumwe wose igikorwa gicerewe, abanje kugabishwa.

Sans préjudices des dispositions de l'article 272, alinéa 2 de la présente loi, ces pénalités ne peuvent excéder dix pour cent (10%) de la valeur totale du marché.

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 272, agahimba ka 2 k'iri bwirizwa, ayo mafaranga y'ihadabu ntashobora kurenga ibice icumi kw'ijana (10%) vy'agaciro kose k'isoko.

En application des dispositions de la loi sur l'action récursoire, la personne ayant engagé la responsabilité de l'autorité contractante qui omet de mettre en demeure le titulaire du marché défaillant est passible personnellement des mêmes pénalités.

Hakurikijwe ibitegekanijwe n'ibwirizwa ryerekeye imanza z'ukwishuza amafaranga yarishwe kubera amakosa umuntu yakoze, Umuntu yatumye Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruja mu makosa kubera ari we yiyobagije kugabisha uwatsindiye isoko ahanishwa ku gatwe kiwe ayo mafaranga y'ihadabu nyene.

Article 271 : Du cas de force majeure

Un cas de force majeure peut être invoqué avant l'expiration des délais contractuels, en vue de l'exemption des pénalités de retard encourues par le titulaire du marché, à qui il incombe d'en apporter la preuve.

L'Autorité contractante apprécie la valeur des justifications du cas de force majeure allégué et prononce l'exonération totale ou partielle des pénalités.

Ingingo ya 271: Ibijanye n'intambamyi ntasimbwa

Uwatsindiye isoko arashobora kwitwaza intambamyi ntasimbwa imbere yuko ibiringo bitegekanijwe mu mu masezerano birangira, kugira akurweko ihadabu kubera ibiringo vyarenze, akaba ari na we ategerezwa kubitangira ivyemezo.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurihweza ko ivyemezo vy'uko habaye intambamyi ntasimbwa bishemeye rugaca rushinga ko uwatsindiye isoko akurwako ihadabu ryose canke igice caryo.

Article 272 : Des délais de correction

En cas de constat de mauvaise exécution consistant en des malfaçons ou non-conformité qualitative du produit aux indications du dossier d'appel d'offres ou aux termes de référence, le titulaire du marché est sommé de corriger l'ouvrage ou de remplacer le produit non conforme dans un délais ne dépassant pas quinze (15) jours, faute de quoi, une pénalité lui est appliquée par jour de retard.

Sous peine de résiliation, le montant cumulé des pénalités de retard et des pénalités particulières ne peut excéder quinze pour cent (15%) du montant TTC du marché de base avec ses avenants.

Ingingo ya 272: Ibiringo vy'ugukosora ibitaranguwe neza

Mu gihe bigaragaye ko ibikorwa vyaranguwe nabi canke ko bitisunze uko vyategerezwa gukorwa nk'uko biri mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa canke mu bisabwa mu guhiganira isoko, uwatsindiye isoko aca ategekwa gukosora ivyakozwe nabi canke gusubiriza icaguzwe kitubahiriza ibisabwa mu kiringo kitarenza iminsi icumi n'itanu (15), atabikoze, agaca acibwa ihadabu riharurwa ku munsi wose acerewe kubigira.

Kugira amasezerano ntahagarikwe, amafaranga yose y'ihadabu atangwa kubera gucereza ibikorwa n'ayandi mahadabu yose ntashobora kurenga ibice icumi na bitanu kw'ijana (15%) vy'amafaranga yose isoko ryari ryatanzwe hamwe n'ayayunganiye ritwara harimwo n'amatagisi n'amakori ategerezwa gutangwa.

Section 2 : Des obligations de l'autorité contractante

Agace ka 2: Ivyo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerejwe

Sous-section 1 : De l'obligation de suivi et de contrôle de l'exécution des marchés

Agahimba k'agace ka 1: Ugutegerezwa gukurikirana n'ugusuzuma ishirwa mu ngiro ry'amasoko

Article 273 : Du suivi des marchés

Ingingo ya 273: Ugukurikirana ishirwa mu ngiro ry'amasoko

L'autorité contractante s'assure que les entreprises, fournisseurs, prestataires de services, soumissionnaires se conforment à toutes dispositions législatives et réglementaires ou toutes dispositions résultant des conventions collectives relatives notamment aux salaires, aux conditions de travail, de sécurité, de santé et de bien-être des travailleurs intéressés.

Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruritwararika ko amashirahamwe, abatanga ivyimuka, abarangura ubuzi bahiganira isoko bakurikiza ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko canke izindi ngingo zose zo mu masezerano rusangi y'akazi nk'ayerekeye imishahara, ingene akazi karangurwa, umutekano, amagara n'ukubaho neza kw'abakozi vyerekeye.

Article 274 : Des organes chargés du contrôle de l'exécution des marchés

Ingingo ya 274: Inzego zishinzwe ugusuzuma ishirwa mu ngiro ry'amasoko

Sans préjudice des dispositions législatives et réglementaires relatives au contrôle des dépenses applicables aux autorités contractantes, le contrôle des marchés publics est assuré par :

1. L'autorité contractante selon les modalités précisées dans les cahiers des clauses administratives générales ;
2. L'auditeur indépendant ;
3. Tout autre organe administratif compétant prévu par les lois et règlements en vigueur.

Hatirengagijwe ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko vyerekeye isuzuma ry'amafaranga asohoka bikurikizwa ku nzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, ugusuzuma ingene amasoko ya Reta ashirwa mu ngiro, bigirwa na :

1. Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano hisunzwe ibikurikizwa bitomowe mu nzandiko zitomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi ;
2. Umusuzumyi yigenga ;
3. Urundi rwego rwose rw'intwaro rubifitiye ububasha rutegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko asanzwe akurikizwa.

Article 275 : De la maîtrise d'œuvre

Lorsque les compétences requises ne sont pas réunies dans les services des autorités contractantes, et conformément aux dispositions de l'article 22 de la présente loi, une maîtrise d'œuvre externe est requise pour les marchés dont les montants sont égaux ou supérieurs aux seuils déterminés par voie réglementaire, et pour les marchés dont les montants sont inférieurs auxdits seuils.

Ingingo ya 275: Ugukurikiranira ibikorwa uwahawe kubirangura

Mu gihe ibisata vy'inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano bidafise ububasha bukwiye, kandi hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 22 y'iri bwirizwa, amasoko atwara amafaranga angana canke arenga urugero ntarengwa rufatirwako rutomorwa biciye mw'itegeko, hamwe n'amasoko atwara amafaranga adashikana urwo rugero, ibikorwa vyayo bitegerezwa gukurikiranwa n'uwudakora muri ivyo bisata.

Sous-section 2 : Du paiement des marchés

Agahimba k'agace ka 2: Ukuriha amafaranga y'amasoko ya Reta

Article 276 : Des modalités de paiement des marchés

Sous réserve des dispositions découlant des accords ou conventions de prêt ou des conventions internationales, tout règlement relatif à un marché public intervient par transfert bancaire sur un établissement bancaire ou un organisme financier agréé de premier rang conformément aux textes en vigueur ou par crédit documentaire.

Ingingo ya 276: Uburyo bw'ukuriha amafaranga y'amasoko ya Reta

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu masezerano y'ingurane canke mu masezerano mpuzamakungu, ukuriha uko ari ko kwose amafaranga ajanye n'amasoko ya Reta bigirwa mu gucisha amafaranga mw'ibanki canke mw'ishirahamwe rikora nk'ibanki canke mu rindi shirahamwe ryemewe ryo ku rugero rwa mbere rikora ibijanye n'amafaranga hisunzwe amategeko akurikizwa canke hisunzwe uburyo bw'ingurane icishwa mu nzandiko.

Tout tirage sur crédit de financement extérieur est soumis au visa préalable de l'organisme habilité à gérer ce financement.

Ugukura kw'ikonte amafaranga yavuye hanze bibanza kurekurwa n'Urwego rubifitiye ububasha bwo gutunganya ayo mafaranga yavuye hanze.

Toute modification de domiciliation bancaire ne peut être réalisée que par voie d'avenant.

Igihindurwa cose cerekeye ibanki ayo mafaranga acishwamwo gikorwa biciye mu masezerano yunganira aya mbere.

Article 277 : De la constatation des opérations susceptibles de donner lieu au paiement

Les opérations effectuées par le titulaire du marché susceptibles de donner lieu au versement d'avances, d'acomptes ou au paiement pour solde, sont constatées par tout moyen laissant trace écrite par la personne responsable du marché ou son mandataire suivant les modalités prévues par le cahier des clauses administratives générales.

Ingingo ya 277: Ukwerekana ibikorwa bishobora gutuma uwatsindiye isoko arihwa

Ibikorwa birangurwa n'uwatsindiye isoko bishobora gutuma hatangwa avansi, amafaranga y'urugusho canke ayari asigaye kurihwa, vyerekanwa n'uburyo ubwo ari bwo bwose biciye mu rwandiko rugirwa n'umuntu ashinzwe amasoko canke intumwa yiwe hisunzwe ibikurikizwa bitegekanijwe mu rwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi.

Sous-section 3 : De l'avance de démarrage

Agahimba k'agace ka 3: Avansi y'ugutanguza ibikorwa

Article 278 : De la notion et du montant des avances

Des avances de démarrage peuvent être accordées au co-contractant de l'administration en raison des opérations préparatoires des travaux, fournitures ou services qui font l'objet du marché.

Le montant total des avances accordées au titre d'un marché déterminé ne peut en aucun cas excéder :

1) Vingt pour cent (20%) du montant du marché initial pour les travaux et prestations intellectuelles ;

2) Trente pour cent (30%) du montant du marché initial pour les fournitures et autres services.

Ingingo ya 278: Ibijanye na avansi n'uko angana

Avansi z'ugutanguza ibikorwa zirashobora guhabwa uwagiraniye amasezerano n'uwuhagararira Reta kubera ibirangurwa mu gutegura ishirwa mu ngiro ry'isoko ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi.

Igitigiri c'amafaranga yose ya avansi atangwa kw'isoko kanaka ntigishobora kurenga :

1) Ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%) vy'amafaranga yose y'isoko ryari ryatanzwe mu gihe ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka canke ibikorwa mvabwenge ;

2) Ibice mirongo itatu kw'ijana (30%) vy'amafaranga yose y'isoko ryari ryatanzwe mu gihe ryerekeye ivyimuka canke ubuzi.

Article 279 : Des modalités de versement des avances

Le montant et les modalités de versement des avances visés à l'article 278 point 1) sont prévus dans le dossier d'appel d'offres ou de consultation.

Ingingo ya 279: Ingene avansi zitangwa

Igitigiri c'amafaranga ya avansi zivugwa mu ngingo ya 278 akarongo ka 1) n'ingene zitangwa bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa canke ivyerekeye ukwumvikana n'abahiganira isoko.

Les avances sont garanties à concurrence de leur montant et sont comptabilisées par les services contractants, afin que leur apurement soit mieux suivi.

Avansi zitangirwa ingwati zihuye n'uko ziba zingana, kandi zigaharurwa mu mafaranga yinjira n'ayasohoka y'ibisata bihagararira Reta mu kugira amasezerano kugira iyishurwa ryazo rikurikiranwe neza.

Elles sont versées postérieurement à la mise en place des cautions exigibles, conformément aux dispositions de la présente loi.

Avansi zitangwa ari uko ingwati zitegerejwe zamaze gushikirizwa, hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 280 : Du remboursement des avances retenues

Ingingo ya 280: Ugusubiza amafaranga ya avansi mu kuyakura mu yarihwa uwatsindiye isoko

Les avances sont remboursées, par retenue sur les sommes dues au titulaire à titre d'acompte ou de solde, selon les conditions fixées par le marché. La totalité de l'avance doit être remboursée, au plus tard, dès le moment où la valeur en prix de base des prestations réalisées atteint quatre-vingt pour cent (80%) du montant du marché.

Amafaranga ya avansi asubizwa mu kuyakura mu mafaranga uwatsindiye isoko ategerezwa kurihwa nk'amafaranga y'urugusho canke amafaranga asigaye kurihwa, hisunzwe ibisabwa mu masezerano yerekeye isoko. Amafaranga yose ya avansi ategerezwa kuba yasubijwe, vyatevye, kuva igihe agaciro k'ibikorwa vyerekeye isoko ryari ryaratanzwe bimaze kurangurwa kageze ku rugero rw'ibice mirongo umunani kw'ijana (80%) vy'amafaranga isoko ritwara.

Sous-section 4 : De l'avance à la commande et des acomptes

Agahimba k'agace ka 4: Avansi n'amafaranga y'urugusho ku bizogurwa

Article 281 : Du principe de l'avance à la commande

Ingingo ya 281: Ingingo ngenderwako yerekeye avansi ku bigurwa

Moyennant la présentation d'une caution bancaire, une avance forfaitaire à la commande peut également être accordée au titulaire s'il fournit la preuve de la conclusion d'un contrat d'achat ou d'une commande de matériels, machines, ainsi que d'autres dépenses importantes préalables, tels que l'acquisition de brevets et de frais d'études

Abanje kwerekana ubwishingizi bw'ibanki, uwatsindiye isoko arashobora kandi guhabwa avansi ishingwa icamaso ku vyo azogura mu gihe atanze ivyemeza ko yagize amasezerano y'ukugura canke gutumako ibikoresho, imashini hamwe n'ibindi ariha imbere bifise agaciro kanini, nk'ukuronswa uburenganzira bw'ugukoresha urwandiko rwemeza uwatanguye gutora ikintu hamwe n'amafaranga y'ukugira ivyigwa.

Article 282 : Du principedes acomptes

Moyennant la présentation des documents usuels probants, les prestations qui ont donné lieu à un commencement d'exécution du marché ouvrent droit au versement d'acomptes selon les modalités définies dans le marché.

Ingingo ya 282: Ingingo ngenderwako yerekeye urugusho

Habanje kwerekanwa impapuro zisanzwe zikoreshwa zizigiwe, ibikorwa vyamaze gutangurwa mu gushira mu ngiro isoko bitanga uburenganzira bw'ukurihwa amafaranga y'urugusho hisunzwe uburyo butomorwa mu masezerano yerekeye isoko.

Article 283 : Du délai de paiement

Le représentant de l'autorité contractante est tenu de procéder au paiement des acomptes et du solde dans un délai qui ne peut dépasser trente jours (30) calendaires.

Ingingo ya 283: Ikiringo c'ukuriha

Uwuserukira Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ategerezwa kuriha uwatsindiye isoko amafaranga y'urugusho n'amafaranga amusigariyeko mu kiringo kitarenza iminsi mirongo itatu (30) ikurikirana.

Article 284 : Du montant des acomptes

Le montant des acomptes ne peut excéder la valeur des prestations auxquelles ils se rapportent, une fois déduites les sommes nécessaires au remboursement des avances, le cas échéant.

Ingingo ya 284: Igitigiri c'amafaranga y'urugusho

Igitigiri c'amafaranga y'urugusho ntigishobora kurenga agaciro k'ibikorwa urwo rugusho rwerekeye, hamaze gukurwamwo amafaranga akenewe mu kuriha avansi, iyo zatanzwe.

Article 285 : Des acomptes versés en fonction de phases d'exécution

Dans le cas d'acomptes versés en fonction de phases préétablies d'exécution, le marché peut fixer forfaitairement le montant de chaque acompte sous forme de pourcentage du montant initial du marché sans que ce montant ne dépasse le seuil fixé à l'article 287

Ingingo ya 285: Amafaranga y'urugusho atangwa hisunzwe intambwe isoko riba rigezeko gushirwa mu ngiro

Mu gihe haja haratangwa amafaranga y'urugusho hisunzwe intambwe isoko riba rigezeko gushirwa mu ngiro zisanzwe zitegekanijwe, amasezerano yerekeye isoko arashobora gushinga icamaso igitigiri c'amafaranga y'urugusho ruja ruratangwa aharurwa ku rugero kw'ijana rw'amafaranga isoko ryari ryaratazwe ritwara ariko ayo mafaranga ntarenge urugero ntarengwa rufatirwako rutomowe mu ngingo ya 287.

Article 286 : Du versement des acomptes

Les cahiers des clauses administratives générales fixent pour chaque catégorie de marché, les termes périodiques ou les phases techniques d'exécution en fonction desquelles les acomptes doivent être versés.

Ingingo ya 286: Ingene amafaranga y'urugusho atangwa

Inzandiko zitomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi zirashinga, ku mugwi uwo ari wo wose w'isoko, ibiringo canke intambwe zifatiye ku buhinga isoko rigezeko mu gushirwa mu ngiro bifatirwako mu gutanga amafaranga y'urugusho.

Article 287 : Du montant plafond des acomptes

Le titulaire ne peut disposer des approvisionnements ayant fait l'objet d'avances ou d'acomptes pour d'autres travaux ou fournitures que ceux prévus au marché.

Ingingo ya 287: Igitigiri ntarengwa c'amafaranga y'urugusho

Uwatsindiye isoko ntashobora gukoresha ivyo aja aragura vyatangiwe amafaranga ya avansi canke ay'urugusho ikindi kintu atari ku bikorwa canke ivyimuka bitegekanijwe muri iryo soko.

Le montant d'un acompte pour approvisionnement ne peut dépasser 80% de la valeur des approvisionnements.

Igitigiri c'amafaranga y'urugusho ku bigurwa ntigishobora kurenza ibice 80% vy'agaciro k'ivyategekanijwe kugurwa.

Sous-section 5 : Des intérêts moratoires

Agahimba k'agace ka 5: Indishi z'ugucererwa kwishura

Article 288 : Du droit aux intérêts moratoires

Le défaut de paiement ou de libération d'une caution dans les délais fixés par le cahier des clauses administratives particulières fait courir au bénéfice du titulaire du marché, les intérêts moratoires calculés suivant le taux de réescompte de la Banque centrale, majoré de 1% l'an, depuis le jour suivant l'expiration desdits délais, jusqu' au jour du paiement effectif de la créance ou de délivrance du titre de paiement par le comptable habilité.

Ingingo ya 288: Uburenganzira bw'ugusaba indishi z'ugucererwa kwishura

Ukutariha amafaranga canke ukudasubiza ingwati ku biringo vyashinzwe n'urwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'isoko kanaka bituma uwatsindiye isoko agira uburenganzira ku ndishi z'ugucererwa kwishura ziharurwa hisunzwe urugero kw'ijana rw'ukugabaniriza uwuheranye arishe imbere y'ibiringo rw'Ibanki nkuru y'igihugu, rwiyongerako igice 1% ku mwaka ku mwaka, kuva kw'igenekerezo ivyo biringo birangiriyeko, gushika kw'igenekerezo umwenda urihiweko burundu canke hatanzwe urwandiko rwemeza ko umwenda warishwe rutangwa n'umunyabigega abifitiye ububasha.

Article 289 : De la non réclamation des intérêts moratoires

Si les retards résultent d'une cause pour laquelle l'autorité compétente est habilitée à suspendre les paiements, en vertu des dispositions légales et réglementaires générales régissant les paiements, les intérêts moratoires ne sont pas dus.

Ingingo ya 289: Ukutagira uburenganzira bw'ugusaba indishi z'ugucererwa kwishura

Iyo ugucererwa kuriha vyaturutse ku mvo z'umutegetsi afise ububasha bwo guhagarika kuriha, hisunzwe ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko agenga ibijanye n'ukuriha muri rusangi, indishi z'ugucererwa kuriha ntiziba zigitanzwe.

Sous-section 6 : Du paiement direct aux sous- traitants

Agahimba k'agace ka 6: Ukuriha ata wundi biciyeko abashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko

Article 290 : Du principe

Les dispositions des articles ci-dessus relatifs au régime des paiements s'appliquent également aux sous-traitants bénéficiaires d'un paiement direct.

Ingingo ya 290: Ingingo ngenderwako

Ibitegekanijwe mu ngingo zavuzwe zerekeye ibijanye n'ukuriha birakurikizwa kandi no ku bashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko barihwa ata wundi biciyeko.

Article 291 : Des modalités de paiement du sous-traitant

Dans le cas où le titulaire sous-traite une part du marché postérieurement à la conclusion de celui-ci, le paiement de l'avance forfaitaire est subordonné au remboursement de la partie de l'avance forfaitaire versée au titulaire, au titre des prestations sous-traitées.

Ingingo ya 291: Ibikurikizwa mu kuriha uwashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko

Mu gihe uwatsindiye isoko ashinze uwundi igice c'isoko agakora kw'izina ryiwe amasezerano yaramaze kugirwa, uwashinzwe gukora kw'izina ry'uwatsindiye isoko ahabwa avansi ishinzwe icamaso ari uko uwatsindiye isoko asubije igice ca avansi ishinzwe icamaso yari yarahawe, ihuye n'ibikorwa yashinze uwo wundi.

Article 292 : De la justification comptable

Les paiements aux sous-traitants sont effectués sur la base des pièces justificatives revêtues de l'acceptation du titulaire du marché. Dès la réception de ces pièces, l'autorité contractante avise le sous-traitant et lui indique les sommes dont le paiement à son profit a été accepté par le titulaire du marché.

Ingingo ya 292: Inzandiko zemeza amafaranga arihwa

Abashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko barihwa hafatiwe ku nzandiko zivyemeza ziriko umukono w'uwatsindiye isoko. Kuva Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwakiriye izo nzandiko,ruca rumenyesha uwashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko ko rwazironse n'amafaranga uwatsindiye isoko yemeye ko rumuriha.

Dans le cas où le titulaire d'un marché n'a pas donné suite à la demande de paiement du sous-traitant, ce dernier saisit la personne responsable du marché qui met aussitôt en demeure le titulaire d'apporter la preuve qu'il a opposé un refus motivé à son sous-traitant, faute de quoi la personne responsable du marché paie les sommes restant dues au sous-traitant.

Mu gihe uwatsindiye isoko ataco yishuye kw'ikete uwamuranguriye ibikorwa yamwandikiye amusaba kurihwa, arashobora kwitura umuntu ajejwe iryo soko na we agaca agabisha uwatsindiye isoko amusaba gutanga icemeza ko yanse ko uwamuranguriye ibikorwa arihwa hamwe n'imvo zabitumye, atabigize, uwushinzwe iryo soko aca ariha uwo muntu amafaranga yose asigaje kurihwa.

CHAPITRE IV : DES PRIX DES MARCHES PUBLICS

IGICE CA IV: IVYEREKEYE IBICIRO VY'AMASOKO YA RETA

Section 1 : Du contenu des prix

Agace ka 1: Ibigize ibiciro

Article 293 : Du principe

Ingingo ya 293: Ingingo ngenderwako

Le prix du marché rémunère le titulaire du marché. Il est réputé lui assurer un bénéfice et couvrir toutes les dépenses qui sont la conséquence nécessaire et directe des travaux, fournitures ou services, et notamment les impôts, droits et taxes applicables sauf lorsqu'ils sont exclus du prix du marché.

Mu giciro c'isoko haba harimwo impembo y'uwaritsindiye. Ico giciro gifatwa ko kirimwo inyungu yiwe kandi kikaba kirimwo amafaranga yose akenewe kurihwa kubera ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimukacanke ubuzi, hamwe n'ukuriha nk'amakori, ayandi mafaranga hamwe n'amatagisi atozwa kiretse mu gihe adaharurwa mu giciro c'isoko.

Le prix du marché est accompagné d'un *incoterm* en vertu du terme de commerce retenu.

Igiciro c'isoko kiba kiri kumwe n'impfunyapfunyo y'amajambo ajana n'ibiciro mu rudandazwa mpuzamakungu ajanye n'iryo soko.

Article 294 : De la nature des prix

Ingingo ya 294: Ubwoko bw'ibiciro

Les prestations faisant l'objet du marché sont réglées, soit par des prix forfaitaires appliqués à tout ou partie du marché quelles que soient les quantités, soit par des prix unitaires appliqués aux quantités réellement livrées ou exécutées, soit une combinaison des deux, soit sur dépenses contrôlées :

Ibikorwa bigize isoko birihwa hafatiwe ku biciro bishingwaicamaso, bikurikizwa kw'isoko ryose canke kuri bimwebimwe mu birigize hatarabwe uko bingana, canke naho bikarihwa hakurikijwe ibiciro vya kimwekimwe biharurwa hakurikijwe ibitigiri vy'ivyatanzwe vy'ukuri canke vy'ivyashizwe mu ngiro, canke na ho bikarihwa hakoreshejwe ubwo buryo bubiri, canke bikarihwa hakoreshejwe amafaranga aja arasohorwa ibiciro bibanje gusuzumwa :

1) Est forfaitaire tout prix qui rémunère le titulaire pour un ensemble de prestations, un ouvrage ou une partie d'ouvrage, tel que définie au moment de la conclusion du marché ;

2) Est unitaire, tout prix qui s'applique à une prestation élémentaire, à une fourniture ou à un élément d'ouvrage dont les quantités ne sont indiquées au marché qu'à titre prévisionnel ;

3) Les marchés de travaux peuvent en outre, et à titre exceptionnel justifié par des considérations d'ordre technique imprévisibles au moment de leur passation, comporter des prestations rémunérées sur base de dépenses contrôlées ;

4) Est évalué sur dépenses contrôlées, le prix dû au cocontractant qui correspond aux dépenses qu'il justifie avoir faites relatives aux salaires et indemnités du personnel, charges salaires, matériels ainsi que des impôts et taxes imputables au chantier. Le marché précise le coefficient majorateur à appliquer à ces dépenses pour tenir compte des frais généraux et de la marge bénéficiaire du titulaire du marché.

1) Gifatwa ko ari igiciro gishinzwe icamaso, igiciro cose uwatsindiye isoko akuramwo impembo ku bikorwa vyose birangurwa, ku cubatswe canke ku gice c'icubatswe, nk'uko bitomorwa igihe c'ugupfundika amasezerano yerekeye isoko;

2) Gifatwa ko ari igiciro ku kintu kimwekimwe, igiciro cose gikurikizwa ku gikorwa kimwe mu bigize isoko, ku kigurwa kimwe canke ku kintu kimwe mu bigize icubakwa, uko bingana bikaba vyerekanwa mu masezerano yerekeye isoko mu buryo bw'ukubitegekanya gusa;

3) Amasoko yerekeye ibikorwa vy'ukwubaka arashobora kandi, ku buryo budasanzwe bitumwe n'imvo z'ubuhinga zidashobora gutegekanywa mu gihe c'itangwa ry'amasoko, kubamwo ibikorwa birihwa amafaranga aja arasohorwa ibiciro bibanje gusuzumwa;

4) Giharurwa hafatiwe ku mafaranga aja arasohorwa ibiciro bibanje gusuzumwa, igiciro gitegerezwa kurihwa uwagiraniye amasezerano n'Urwego ruhagararira Reta gihuye n'ivyo yarishe bifise ivyemezo vyerekeye imishahara n'udushirukabute vyahawe abakozi, ayandi mafaranga atangirwa abakozi afatiye ku mishahara, ibikoresho vyaguzwe hamwe n'amakori n'amatagisi yarishwe kubera ishantiye. Amasezerano yerekeye isoko aratomora igiharuro ayo mafaranga yasohowe agwizwako kugira amafaranga akenerwa mu bikorwa vya minsi yose hamwe n'inyungu y'uwatsindiye isoko abe arimwo.

Section 2 : Des caractéristiques des prix

Article 295 : Du principe

Les prix des marchés sont réputés fermes, sauf si le dossier d'appel d'offres prévoit qu'ils sont révisables ou actualisables.

Agace ka 2: Ibiranga ibiciro

Ingingo ya 295: Ingingo ngenderwako

Ibiciro vy'amasoko bifatwa ko ari ntabanduka kiretse iyo idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa itegekanya ko ibiciro bishobora guhindurwa canke gushirwa ku gihe.

Le prix est ferme lorsqu'il ne peut être modifié en cours d'exécution du marché à raison des variations des conditions économiques. Les marchés ne sont conclus à prix ferme que lorsque l'évolution prévisible des conditions économiques n'expose ni le titulaire du marché, ni l'Autorité contractante à des aléas importants.

Igiciro kiba ntabanduka iyo kidashobora guhindurwa mu gihe isoko ririko rirashirwa mu ngiro kubera ihindagurika ry'ibijanye n'ubutunzi.Ibiciro ntabanduka vy'amasoko bishingwa ari uko biboneka ko ihindagurika ry'ibijanye n'ubutunzi ata ngaruka zihambaye bizogira ku watsindiye isoko canke ku Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Le prix est révisable lorsqu'il peut être modifié durant l'exécution des prestations aux conditions de révision expressément prévues par le contrat en vertu d'une clause de révision du prix stipulée au marché par application des indices de prix officiels nationaux et, le cas échéant, étrangers.

Igiciro gishobora gusubirwamwo mu gihe gishobora guhindurwa ibikorwa biriko birashirwa mu ngiro nk'uko biba vyategekanijwe mu masezerano ko bishobora gusubirwamwo hisunzwe ingingo yerekeye isubirwamwo ry'igiciro ritegekanijwe kuri iryo soko mu gukurikiza ibifatirwako mu gushinga ibiciro vyemewe n'amategeko mu gihugu, n'iyo bikenewe, ibifatirwako mu bindi bihugu.

Article 296 : Des modalités de révision des prix

Ingingo ya 296: Ibikurikizwa mu gusubiramwo ibiciro

Tout marché dont la durée d'expiration n'excède pas six (6) mois ne peut pas faire l'objet de révision de prix. Exceptionnellement en cas de révision, l'Autorité Contractante tient compte des situations exceptionnelles justifiées par le titulaire du marché et constatées par cette autorité.

Isoko ryose rishirwa mu ngiro mu kiringo kitarenza amezi atandatu (6), igiciro caryo ntigishobora gusubirwamwo. Ariko, bibaye ngombwa ko igiciro c'isoko gisubirwamwo, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rufatira ku bihe bidasanzwe uwatsindiye isoko yatangiye ivyemezo n'urwo Rwego rukaba rwaravyiboneye.

Les formules de révision comportent une partie fixe au moins égale à un coefficient de zéro virgule cinq (0,5) pour cent du montant du marché sans toutefois dépasser dix (10) pour cent du montant global du marché.

Uburyo bw'uguharura bukoreshwa mu gusubiramwo igiciro c'isoko bugizwe n'igice kidahinduka kingana n'imiburiburi n'urugero rw'ubusa n'ibice bitanu kw'ijana (0,5) vy'igiciro cose c'isoko ariko ntikirenze ibice icumi (10) kw'ijana.

La révision des prix peut être appliquée également aux marchés sur dépenses contrôlées quand cette disposition est prévue dans le dossier d'appel d'offres.

Ibiciro vy'amasoko birashobora kandi gusubirwamwo ku mafaranga asohorwa ibiciro bibanje gusuzumwa mu gihe iyo ngingo iba itegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Article 297 : Des modalités d'actualiser les prix

Le prix ferme est actualisable en cas de dépassement des délais de validité des offres et avant la notification définitive du contrat et la date de démarrage effectif du marché.

Un marché peut prévoir une clause d'actualisation du prix, indépendamment de celle de révision dudit prix.

Les modalités d'actualisation et de révision du prix doivent être prévues dans le dossier d'appel d'offres.

La demande d'actualisation du prix du marché par son titulaire ne peut se justifier que quand c'est le maître de l'ouvrage qui est responsable du retard de démarrage effectif du marché ou quand ce retard découle d'un cas de force majeure.

Ingingo ya 297: Ibikurikizwa mu gushira ibiciro ku gihe

Igiciro ntabanduka kirashobora gushirwa ku gihe iyo harenze ibiringo ibishikirizwa n'uwuhiganira isoko bimara vyemewe n'imbere y'ukumenyesherezako burundu amasezerano yerekeye isoko hamwe n'imbere y'igenekerezo ibikorwa vyerekeye isoko bitangurirako vy'ukuri.

Mu masezerano yerekeye isoko harashobora gushirwamwo ingingo itegekanya ko igiciro gishobora gushirwa ku gihe, itandukanye n'ingingo itegekanya isubirwamwo ry' ico giciro.

Ibikurikizwa mu gushira ku gihe no mu gusubiramwo igiciro c'isoko bitegerezwa kuba bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Igiciro c'isoko gishobora gushirwa ku gihe bisabwe n'uwatsindiye isoko igihe gusa ari nyene igikorwa yatumye ibikorwa nyezina vy'isoko biteba gutangura canke igihe ugucererwa vyatumwe n'intambamyi ntasimbwa.

CHAPITRE V : DU CHANGEMENT EN COURS D'EXECUTION DU CONTRAT

IGICE CA V: IVYEREKEYE IBIHINDURWA MU GIHE AMASEZERANO AKIRIKO ARASHIRWA MU NGIRO

Section 1 : Du changement dans le volume ou le coût des prestations

Agace ka 1: Ivyerekeye ihindurwa ry'ingene ibikorwa bingana canke iry'igiciro cavyo

Sous-section 1 : Des généralités sur les avenants

Agahimba k'agace ka 1: Ingingo rusangi zerekeye masezerano yunganira ayari ahasanzwe

Article 298 : Des limites des avenants

Ingingo ya 298: Aho amasezerano yunganira ayari ahasanzwe agarukira

Les stipulations d'un marché public ne peuvent être modifiées que par voie d'avenant et dans la limite de vingt pour cent de la valeur totale du marché de base.

Ibitegekanijwe mu masezerano yerekeye isoko rya Reta bihindurwa gusa ari uko habanje kugirwa amasezerano yunganira ayari ahasanzwe kandi iyo bishitse, amafaranga ivyahinduwe bitwara ntarenge urugero rw'ibice mirongo ibiri kw'ijana vy'amafaranga yose isoko ryari ryaratanzwe ritwara.

L'avenant est adopté et notifié selon la même procédure d'examen que le marché de base. Il ne peut modifier ni l'objet du marché, ni la monnaie de règlement, ni la forme de révision des prix.

Amasezerano yunganira ayari ahasanzwe yemezwa kandi akamenyeshwa mu buryo bumwe n'ubukurikizwa mu kwihweza isoko ryari ryaratanzwe.Ntashobora guhindura ico isoko ryerekeye,ifaranga rikoreshwa mu kuriha, canke ukugene ibiciro bihindurwa.

Nonobstant les dispositions de l'alinéa précédent, l'avenant peut porter sur le titulaire du marché, en cas de fusion mettant en jeu le titulaire du marché, d'incapacité physique ou de décès du titulaire.

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo, amasezerano yunganira ayari ahasanzwe arashobora kwerekera uwatsindiye isoko, mu gihe ishirahamwe ryiwe ryasukiranye n'irindi, yafashwe n'ubumuga canke yapfuye.

Dans les cas exceptionnels ci-haut cités relatifs à l'avenant portant sur le titulaire du marché, les ayants droit requérants doivent présenter des garanties de continuité du marché.

Mu bihe bidasanzwe bihejeje kuvugwa vyerekeye amasezerano yunganira ayari ahasanzwe yerekeye uwatsindiye isoko, abafise uburenganzira ku matungo yiwe basaba kubandanya ishirwa mu ngiro ry'isoko bategerezwa kwerekana ivyizeza ko bazobishobora.

Les marchés de prestations intellectuelles ne sont pas concernés par ces exceptions si le titulaire est une personne physique.

Amasoko yerekeye ibikorwa mvabwenge ntiyerekewe n'ibihe bidasanzwe vyavuzwe iyo uwatsindiye isoko ari umuntu.

Article 299 : De l'autorisation préalable

Ingingo ya 299: Ukubanza guhabwa uruhusha

L'avenant est soumis à l'autorisation de la Direction nationale de contrôle des marchés publics et avec l'accord préalable du Ministre ayant les finances dans ses attributions.

Amasezerano yunganira ayari ahasanzwe agirwa ari uko Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bwabitangiye uruhusha kandi ari uko Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta abanje kuvyemera.

L'avenant doit répondre aux conditions suivantes :

Amasezerano yunganira ayari ahasanzwe ategerezwa kugirwa mu bihe bikurikira:

1) Lorsqu'un ordre de service est susceptible d'entraîner le dépassement du montant du marché, sa signature est subordonnée aux justificatifs de la disponibilité du financement ;

1) Igihe nyene igikorwa atanze uruhusha rushobora gutuma amafaranga isoko ritwara arenga ku yari ategekanijwe, amasezerano yunganira ayari ahasanzwe ashirwako umukono ari uko hatanzwe ivyemeza ko amafaranga y'ukubishira mu ngiro ahari ;

2) En cas de dépassement du montant du marché dans une proportion d'au plus égale à dix (10) pourcent, les modifications du marché peuvent être apportées par ordre de service et régularisées par voie d'avenant;

2) Mu gihe amafaranga isoko ritwara arenga ku yari ategekanijwe gushika ku rugero rutarenga ibice icumi (10) kw'ijana, ibihindurwa kw'isoko bishobora gukorwa biciye mu ruhusha rutangwa na nyene igikorwa hanyuma bigashirwa mu masezerano yunganira ayari ahasanzwe ;

3) Lorsque le dépassement du marché est supérieur à dix (10) pour cent, les modifications ne peuvent se faire qu'après signature de l'avenant y afférent ;

3) Igihe amafaranga isoko ritwara arenga ku yari ategekanijwe ku rugero rurenza ibice icumi (10) kw'ijana, ibihindurwa bishobora kugirwa gusa amasezerano yunganira ayari ahasanzwe avyerekeye amaze gushirwako umukono ;

En application des clauses contractuelles, la révision de prix ne donne pas lieu à la passation d'avenant.

Iyo ari ugushira mu ngiro ingingo zitegekanijwe mu masezerano, ibiciro bisubirwamwo hatabanje kugirwa amasezerano yunganira ayari ahasanzwe.

Article 300 : Du principe de variation de la masse des travaux ou du prix

Ingingo ya 300: Ihindagurika ry'urugero rw'ibikorwa canke iry'ibiciro

Lorsque l'application de la formule de variation des prix conduit à une variation supérieure à vingt (20) pour cent du montant initial du marché ou du montant de la partie du marché restant à exécuter, l'Autorité contractante ou le titulaire demande la résiliation du marché conformément à l'article 311 de la présente loi.

Mu gihe, hakoreshejwe uburyo bw'uguharura ihindagurika ry'ibiciro basanze ibiciro vyahindutse ku rugero rurenga ibice mirongo ibiri (20) kw'ijana vy'amafaranga isoko ryari ryatanzwe ritwara canke vy'amafaranga igice c'isoko gisigaye gushirwa mu ngiro gitwara, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke uwatsindiye isoko arashobora gusaba ko amasezerano yerekeye isoko ahagarikwa nk'uko bitegekanywa n'ingingo ya 311 y'iri bwirizwa.

En tout état de cause, en cas de modification touchant aux spécifications techniques, l'autorité contractante doit procéder à une étude préalable sur l'étendue, le coût et les délais du marché.

Uko bigenda kwose, mu gihe ibihinduka bifise ingaruka ku biranga ubuhinga, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutegerezwa kubanza gukoresha ivyigwa vyerekeye uko isoko ringana, amafaranga ritwara n'ibiringo isoko rizoshirirwamwo mu ngiro.

La variation dans la quantité des prestations s'effectue dans les conditions définies par le cahier des clauses administratives générales.

Urugero rw'ibirangurwa rushobora guhindagurika hisunzwe ibitegekanijwe mu rwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi.

Sous-section 2 : De l'objet des avenants

Article 301 : Des éléments de l'avenant

Un avenant ne peut porter que sur les éléments suivants :

1) La modification de clauses du marché initial n'ayant aucune incidence sur son montant, ni sur le volume des fournitures, services ou travaux mais nécessaires à son exécution, y compris les changements affectant l'autorité contractante ou ceux affectant la forme ou la structure juridique du titulaire, sans remettre en cause les éléments du choix initial, ni l'économie du marché, ni le titulaire du marché ;

2) L'augmentation ou la réduction de la masse des fournitures, services ou travaux excédant les variations maximales de vingt pour cent (20%), prévues par le dossier d'appel à la concurrence ;

3) La réalisation de fournitures, services ou travaux non prévus au marché, mais nécessaires à l'exécution de son objet, du fait de la survenance de sujétions imprévues ;

4) La prolongation ou la réduction du délai d'exécution du marché initial.

Agahimba k'agace ka 2: Ivyo amasezerano yunganira ayari ahasanzwe yerekeye

Ingingo ya 301: Ibigize amasezerano yunganira ayari ahasanzwe

Amasezerano yunganira ayari ahasanzwe ashobora kwerekera gusa ibi bikurikira :

1) Ihindurwa ry'ingingo zitegekanijwe mw'isoko ryari ryatanzwe ata ngaruka n'imwe rigira ku mafaranga isoko ritwara, ku rugero rw'ivyimuka, urw'ubuzi canke urw'ibikorwa vy'ukwubaka ariko zikaba zikenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'iryo soko, harimwo n'ibihindurwa bifise ingaruka ku Rwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke ku kugene uwatsindiye isoko afatwa imbere y'amategeko canke ingene ishirahamwe riringanijwe, ariko ntibihindure ivyari vyatumye atorwa, canke akunguko mu vy'ubutunzi isokorizana, canke uwatsindiye isoko.

2) Ukwongereza canke ukugabanya urugero rw'ivyimuka, urw'ubuzi canke urw'ibikorwa vy'ukwubaka birenze urugero rw'uguhindagurika ntarengwa rw'ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%), bitegekanijwe mw'idosiye ihamagarira guhiganira isoko ;

3) Ugutanga ivyimuka, ukurangura ubuzi canke ibikorwa vy'ukwubaka bitari bitegekanijwe mw'isoko, ariko bikenewe kugira ivyo ryerekeye bishirwe mu ngiro, kubera ko hashitse intambamyi zitari zitezwe ;

4) Ukwongereza canke ukugabanya ikiringo c'ugushira mu ngiro isoko ryari ryaratanzwe.

Section 2 : De la résiliation des marchés publics

Agace ka 2: Uguhagarika amasezerano yerekeye amasoko ya Reta

Article 302 : Du principe

Moyennant un avis de non objection de la Direction nationale de contrôle des marchés publics, les marchés publics peuvent faire l'objet d'une résiliation dans les conditions stipulées au cahier des clauses administratives Générales.

Ingingo ya 302: Ingingo ngenderwako

Amasezerano yerekeye amasoko ya Reta arashobora guhagarikwa hisunzwe ibisabwa bitegekanijwe mu rwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi, ari uko Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bumaze gushikiriza ingingo ivuga ko buvyemeje.

Article 303 : Des cas de résiliation

Ingingo ya 303: Ibihe amasezerano yerekeye isoko ahagarikwamwo

La décision de résiliation intervient dans les cas suivants :

Ingingo y'uguhagarika amasezerano yerekeye isoko ifatwa mu bihe bikurikira :

1) Soit à l'initiative de l'Autorité contractante, en raison de la faute du titulaire du marché, d'un retard d'exécution ayant entraîné l'application des pénalités, au-delà d'un seuil de dix pour cent (10%), calculées conformément à l'article 270 de la présente loi, du décès du titulaire si le marché a été confié à une personne, ou de la liquidation de son entreprise ;

1) Bisabwe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, bivuye kw'ikosa ry' uwatsindiye isoko, ugucererwa kurangura ibikorwa vyerekeye isoko bigatuma atangishwa ihadabu, rirengeye urugero ntarengwa rw'ibice icumi kw'ijana (10%), riharurwa hisunzwe ingingo ya 270 y'iri bwirizwa, iyo uwatsindiye isoko apfuye igihe isoko yari yahawe umuntu, canke igihe hashinzwe ingingo y'uguheraheza ishirahamwe ryiwe ;

2) Soit à l'initiative du titulaire du marché, pour défaut de paiement, à la suite d'une mise en demeure restée sans effet pendant trente (30) jours calendaires, ou par suite d'un ajournement dans les conditions prévues aux articles 308 à 310 de la présente loi ;

2) Bisabwe n'uwatsindiye isoko, kubera ko atarishwe, amaze kugabisha ntiyishurwe mu minsi mirongo itatu (30) ikurikirana, canke kubera ko hungurujwe isango ry'ugutangura ibikorwa mu buryo butegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 308 gushika ku ya 310 z'iri bwirizwa ;

3) Soit à la suite d'un accord entre parties contractante ou encore dans le cas prévu à l'article 300 de la présente loi ;

3) Abagiraniye amasezerano yerekeye isoko bavyumvikanye canke na ho mu gihe bitegekanijwe mu ngingo ya 300 y'iri bwirizwa ;

4) En cas de liquidation des biens si le titulaire n'est pas autorisé par le tribunal à continuer son exploitation ;

4) Mu gihe hafashwe ingingo y'uguheraheza amatungo y'uwatsindiye isoko iyo atahawe uruhusha na sentare rwo kubandanya ayakoresha ;

5) En cas de règlement judiciaire sauf si l'autorité contractante accepte les offres éventuellement faites par la masse des créanciers pour la continuation de l'entreprise ;

6) En cas de force majeure qui rend l'exécution impossible.

5) Mu gihe iyo ngingo ishinzwe na sentare kiretse iyo Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwemeye ibishikirizwa n'umugwi w'abafitiwe imyenda n'uwatsindiye isoko vyotuma ishirahamwe ribandanya ;

6) Mu gihe hari intambamyi ntasimbwa ituma ibikorwa vyerekeye isoko bidashobora gushirwa mu ngiro.

Article 304 : De la continuation du marché en cas de décès ou d'incapacité du titulaire

La résiliation du marché pour cause de décès ou d'incapacité physique ou mentale du titulaire du marché, n'a pas lieu au cas où, après avis de la CGMP, l'Autorité contractante accepte la continuation du marché par les ayants droit ou le curateur, à l'exception d'un marché de prestations intellectuelles.

Ingingo ya 304: Ukubandanya isoko mu gihe uwaritsindiye apfuye canke agize ubumuga

Uguhagarika amasezerano yerekeye isoko bitumwe n'uko uwaritsindiye apfuye canke agize ubumuga bwo ku mubiri canke bwo mu mutwe, ntibiba mu gihe, Umugwi ujejwe ugutunganya amasoko ya Reta umaze kugira ico ubivuzeko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwemeye ko isoko ribandanywa n'abafise uburenganzira ku matungo yiwe canke uwagenywe gukingira inyungu ziwe, kiretse isoko ryerekeye ibikorwa mvabwenge.

Article 305: De la possibilité de résiliation d'un marché pendant l'exécution

Sans préjudices des dispositions des articles 361 à 370 de la présente loi, l'Autorité contractante peut également prendre l'initiative de résilier le marché lorsque les faits visés à l'article 303 point 1 sont constatés pendant l'exécution du marché.

Ingingo ya 305: Ugushobora guhagarika amasezerano yerekeye isoko mu gihe ririko rirashirwa mu ngiro

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 361 gushika ku ya 370 z'iri bwirizwa, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashobora kandi gufata ingingo yo guhagarika amasezerano yerekeye isoko igihe ibivugwa mu ngingo ya 303, akarongo ka 1 vyagaragaye mu gihe isoko ririko rirashirwa mu ngiro.

Article 306 : De l'indemnité de résiliation

En dehors des cas où la résiliation est prononcée en vertu de l'article 303 points 1,4 et 5, le titulaire du marché a droit à une indemnité de résiliation calculée forfaitairement sur la base des prestations qui restent à exécuter.

Ingingo ya 306: Inshumbusho ijanye n'ihagarikwa ry'amasezerano yerekeye isoko

Mu bihe atari ihagarikwa ry'amasezerano yerekeye isoko ryashinzwe hisunzwe ingingo ya 303 akarongo ka 1, aka 4 n'aka 5, uwatsindiye isoko arafise uburenganzira bw'ukuronswa inshumbusho ijanye n'iryo hagarikwa iharurwa icamaso hafatiwe ku bikorwa bisigaye kurangurwa.

Le pourcentage à appliquer pour calculer cette indemnité est fixé dans les cahiers des clauses administratives générales pour chaque catégorie de marché.

Urugero kw'ijana rukoreshwa mu guharura iyo nshumbusho rushingwa mu nzandiko zitomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi ku mugwi umwumwe wose w'isoko.

Article 307 : De la résiliation aux torts du titulaire

Ingingo ya 307: Uguhagarika amasezerano yerekeye isoko biturutse ku makosa y'uwatsindiye isoko

Lorsque la résiliation intervient aux torts du titulaire, l'Autorité contractante réclame une indemnité forfaitaire correspondant aux frais de conclusion d'un nouveau marché. Son montant est fixé dans le dossier d'appel d'offres.

Igihe amasezerano yerekeye isoko ahagaritswe bivuye ku makosa y'uwatsindiye isoko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurasaba inshumbusho ishingwa icamaso ihuye n'amafaranga yo kugira amasezerano mashasha yerekeye iryo soko. Igitigiri c'ayo mafaranga gishingwa mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Section 3 : De l'ajournement des marchés publics

Agace ka 3: Ukwigiza inyuma isango ry'ugushira mu ngiro amasoko ya Reta

Article 308 : De la notion

Ingingo ya 308: Uko bigenda

Avant ou pendant l'exécution d'un marché déjà notifié, si des circonstances objectives le justifient, l'Autorité contractante ordonne par décision motivée l'ajournement des travaux, fournitures ou services, objets du marché.

Imbere yuko isoko ryamaze kumenyeshwa uwaritsindiye rishirwa mu ngiro canke mu gihe ririko rirashirwa mu ngiro, iyo hari ibituma vyumvikana, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rurashinga ingingo itangirwa imvo yo kwigiza inyuma isango ry'ishirwa mu ngiro ry'isoko ryerekeye ibikorwa vy'ukwubaka, ivyimuka canke ubuzi.

Article 309 : Du droit à la résiliation

Ingingo ya 309: Uburenganzira bw'uguhagarika amasezerano yerekeye isoko

Lorsque l'Autorité contractante ordonne l'ajournement de l'exécution du marché pour une durée de plus de trois mois, le titulaire a droit à la résiliation de son marché. Il en est de même en cas d'ajournements successifs dont la durée cumulée dépasse trois mois.

Mu gihe Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rushinze ingingo y'ukwigiza inyuma ishirwa mu ngiro ry'isoko kw'isango ry'inyuma y'amezi atatu, uwatsindiye isoko arafise uburenganzira bw'uguhagarika amasezerano yerekeye isoko yatsindiye. Ni ko kw'uko no mu gihe haja harigizwa inyuma isango mu biringo bikurikirana, biteranijwe bikarenza amezi atatu.

Article 310 : De l'effet de l'ajournement

L'ajournement ouvre droit, pour le titulaire du marché à la réception des prestations déjà effectuées, ainsi qu'au paiement d'une indemnité couvrant les frais et le préjudice résultant de l'ajournement, dans les limites définies par le cahier des charges.

Ingingo ya 310: Inkurikizi zijanye n'ukwigiza inyuma isango

Ukwigiza inyuma isango ry'ugushira mu ngiro isoko bituma ibikorwa uwatsindiye isoko amaze kurangura bica vyakirwa, kandi akarihwa n'inshumbusho ihuye n'amafaranga bitwara n'agahombo yagize gatumwe n'uko isango ryigijwe inyuma, hubahirijwe ibitegekanijwe mu rwandiko rw'ibitegerejwe kurangurwa.

CHAPITRE VI : DE LA SOUS-TRAITANCE ET DU GROUPEMENT D'ENTREPRISES

IGICE CA VI: IVYEREKEYE IBIKORWA UWATSINDIYE ISOKO ASHINGA UWUNDI N'UKUGIRA URUNANI RW'AMASHIRAHAMWE

Section 1 : De la sous-traitance

Agace ka 1: Ibijanye n'ibikorwa uwatsindiye isoko ashinga uwundi

Article 311 : Du principe

Le titulaire d'un marché public peut sous-traiter l'exécution de certaines parties de son marché à condition :

1) D'avoir obtenu de l'Autorité contractante l'acceptation de chaque sous-traitant et l'agrément de ses conditions de paiement ;

2) Que cette possibilité soit prévue dans le dossier d'appel d'offres.

Ingingo ya 311: Ingingo ngenderwako

Uwatsindiye isoko rya Reta arashobora gushinga uwundi muntu kurangura ibikorwa bimwebimwe vyerekeye isoko yatsindiye ari uko:

1) Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rwemeye umwumwe wese mu barangura ivyo bikorwa rukongera rukemera ingene abahemba ;

2) Ivyo biba bitegekanijwe mw'idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa.

Article 312 : De l'obligation

Le soumissionnaire a l'obligation d'indiquer dans son offre, la nature et le montant de la partie des prestations qu'il envisage de sous-traiter.

La sous-traitance de plus de trente (30) pour cent de la valeur globale d'un marché est interdite.

Ingingo ya 312: Ibitegerejwe

Uwuhiganira isoko ategerejwe kwerekana mw'idosiye yiwe y'uguhiganira isoko, ubwoko bw'ibikorwa biri mu bigize isoko ategekanya gushinga abandi n'amafaranga bisaba.

Birabujijwe ko uwatsindiye isoko ashinga abandi ibikorwa bisaba amafaranga arenga ibice mirongo itatu (30) kw'ijana vy'amafaranga isoko ryose ritwara.

Article 313 : Des obligations liées àla sous-traitance

La sous-traitance ne peut conduire à une modification substantielle de la qualification du titulaire après attribution du marché.

En cas de sous-traitance du marché, le titulaire demeure personnellement responsable de l'exécution de toutes les obligations de celle-ci.

Ingingo ya 313: Ibitegerejwe bijanye n'ugushinga uwundi ibikorwa vy'isoko umuntu yatsindiye

Uwatsindiye isoko ashinze abandi ibikorwa bimwega ntibishobora gutuma hagira ibihinduka bihambaye ku kugene afatwa mu masezerano isoko rimaze gutangwa.

Mu gihe uwatsindiye isoko ashinze abandi ibikorwa bimwega, aguma ari we abazwa irangurwa ry'ibitegerejwe vyose kuri iryo soko.

Article 314 : Des modalités de paiement

Le sous-traitant du titulaire du marché qui a été accepté et dont les conditions de paiement ont été agréées par l'Autorité contractante est payé moyennant l'accord du titulaire du marché, à sa demande, directement par cette dernière pour la part dont il assure l'exécution.

Ingingo ya 314: Ingene amafaranga arihwa

Uwashinzwe ibikorwa n'uwatsindiye isoko yemewe n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano kandi rukaba rwaremeye ingene azohembwa, Urwego ruca rumuriha ku bikorwa yaranguye, ata wundi rubicishijeko kandi ari uko uwatsindiye isoko avyemeye, uwashinzwe ibikorwa na we abisavye.

Article 315 : Du paiement direct du sous-traitant

Dans le cas où le titulaire d'un marché n'a pas donné suite à la demande de paiement du sous-traitant, ce denier saisit la personne responsable du marché qui met aussitôt en demeure le titulaire d'apporter la preuve qu'il a opposé un refus motivé à son sous-traitant, faute de quoi la personne responsable du marché paie les sommes restant dues au sous-traitant.

Le paiement direct du sous-traitant n'exonère pas le titulaire de sa responsabilité personnelle quant aux obligations en rapport avec la part du marché exécuté par le sous-traitant.

Ingingo ya 315: Ukuriha uwashinzwe igikorwa n'uwatsindiye isoko ata wundi biciyeko

Mu gihe uwatsindiye isoko ata co yishuye kw'ikete uwamuranguriye ibikorwa yamwandikiye amusaba kurihwa, arashobora kwitura umuntu ajejwe iryo soko na we agaca agabisha uwatsindiye isoko amusaba gutanga icemeza ko yanse ko uwamuranguriye .ibikorwa arihwa hamwe n'imvo zabitumye, atabigize, uwushinzwe iryo soko aca ariha uwo muntu amafaranga yose asigaje kurihwa.

Ukuriha uwashinzwe ibikorwa n'uwatsindiye isoko ata wundi biciyeko ntibibuza ko uwatsindiye isoko aguma abazwa ivyo ategerejwe kuri iryo soko vyashizwe mu ngiro n'uwo yabishinze.

Section 2 : De la co-traitance ou groupement

Agace ka 2: Ugufadikanya kurangura ibikorwa vy'uwatsindiye isoko canke ukugira urunani rw'amashirahamwe kugira arangure ibikorwa vy'uwatsindiye isoko

Article 316 : De la notion

Ingingo ya 316 : Uko bigenda

Les entrepreneurs, fournisseurs ou prestataires de services peuvent présenter leur candidature ou leur offre sous forme de groupement solidaire ou de groupement conjoint.

Abafise amashirahamwe y'ukwubaka, abatanga ivyimuka canke abarangura ubuzi barashobora gushikiriza idosiye zabo canke ivyo biyemeza nk'urunani rw'amashirahamwe yiyemeza kubarizwa hamwe ivyo arangura canke rimwerimwe ryose rikabazwa ku vyo ryaranguye.

Dans les deux formes de groupements, l'un des prestataires membre du groupement, désigné dans l'acte d'engagement comme mandataire, représente l'ensemble des membres vis-à-vis de l'Autorité contractante et coordonne les prestations des membres du groupement.

Muri ubwo buryo bubiri bw'ukugira urunani, ishirahamwe rimwe mu yagize urunani, ryagenywe mu rwandiko rw'ukuvyiyemeza nk'iriserukira ayagize urunani yose, imbere y'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano akaba ari ryo rikurikiranira hafi ibikorwa birangurwa n'amashirahamwe agize urwo runani.

Article 317 : Du groupement solidaire

Ingingo ya 317: Urunani rw'amashirahamwe yiyemeza kubarizwa hamwe ivyo arangura

En cas de groupement solidaire, l'acte d'engagement est un document unique qui indique le montant total du marché et l'ensemble des prestations que les membres du groupement s'engagent solidairement à réaliser.

Mu gihe ari urunani rw'amashirahamwe yiyemeza kubarizwa hamwe ivyo arangura,urwandiko rw'ukuvyiyemeza ruba ari rumwe rudende rwerekana igitigiri c'amafaranga yose isoko ritwara hamwe n'ibikorwa vyose birangurwa n'amashirahamwe agize urunani yiyemeza kubirangurira hamwe.

Article 318 : Du groupement conjoint

Ingingo ya 318: Urunani rw'amashirahamwe rimwerimwe ryose ribazwa ku vyo rirangura

En cas de groupement conjoint, l'acte d'engagement est un document unique qui indique le montant et la répartition détaillée des prestations que chacun des membres du groupement s'engage d'exécuter.

Mu gihe ari urunani rw'amashirahamwe rimwerimwe ryose ribazwa ku vyo rirangura, urwandiko rw'ukuvyiyemeza ruba ari rumwe rudende rwerekana igitigiri c'amafaranga rimwerimwe ryose ririhwa n'ido n'ido ry'ibikorwa ryiyemeza kurangura.

Toutefois, le mandataire reste responsable vis-à-vis de l'Autorité contractante des prestations de chacun des membres du groupement.

Ariko, ishirahamwe riserukira urunani riguma ari ryo ribazwan'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ivyo rimwerimwe ryose rirangura.

Article 319 : De l'habilitation à signer l'offre

Les candidatures et les soumissions sont signées soit, par l'ensemble des entreprises groupées, soit, par le mandataire s'il justifie des habilitations nécessaires pour représenter ces entreprises.

La composition du groupement ne peut être modifiée entre la pré-qualification des candidats et la remise de leurs offres. Il en est de même d'autres types de marchés, entre la remise des offres et l'attribution provisoire du marché.

Ingingo ya 319: Uguhabwa ububasha bw'ugushira umukono kw'idosiye y'uguhiganira isoko

Idosiye y'ugusaba guhiganira isoko n'iyemerewe guhiganira isoko zishirwako umukono n'amashirahamwe yose agize urunani, canke n'ishirahamwe riserukira urwo runani iyo ryerekanye ko ryahawe ububasha bukenewe kugira riyaserukire.

Amashirahamwe agize urunani ntashobora guhindurwa hagati y'igihe c'ugutora ivy'intangamarara abemererwa guhiganira isoko n'ic'ugushikiriza idosiye z'abemerewe kurihiganira. Ni ko kw'uko no ku bundi bwoko bw'amasoko, hagati y'itangwa ry'idosiye z'uguhiganira isoko n'itangwa ry'isoko ivy'imfatakibanza.

Article 320 : De l'interdiction de présenter plus d'une offre pour un même marché

Il est interdit aux candidats et soumissionnaires de présenter pour le même marché ou un de ses lots, plus d'une offre en agissant à la fois en qualité de candidats individuels ou de membres d'un ou plusieurs groupements.

Ingingo ya 320: Ukubuza gushikiriza idosiye y'ugusaba guhiganira isoko irenga imwe kw'isoko rimwe

Birabujijwe ko abipfuza guhiganira isoko canke abemerewe kurihiganira bashikiriza, kw'isoko rimwe canke ku muce umwe mu yirigize, idosiye y'ugusaba guhiganira isoko irenga imwe umwumwe mu bipfuza guhiganira isoko akazishikiriza ku giticiwe canke ari mu runani rumwe canke mu nani nyinshi.

CHAPITRE VII : DU NANTISSEMENT

IGICECA VII: IVYEREKEYE UKUGWATIRIZA ISOKO RYA RETA

Section 1 : Des modalités du nantissement

Agace ka 1: Ingene isoko rya Reta rigwatirizwa

Article 321 : Du principe

Tout marché public conclu conformément aux dispositions de la présente loi peut être donné en nantissement, sous réserve de toute forme de cession de créance.

Le nantissement s'opère sous forme d'un acte bilatéral entre le titulaire du marché et un tiers appelé « créancier nanti ».

Ingingo ya 321: Ingingo ngenderwako

Isoko ryose rya Reta ritanzwe hisunzwe ibitegekanijwe muri iri bwirizwa rirashobora kugwatirizwa n'uwatsindiye isoko, hatarimwo ubundi buryo na bumwe bw'uguhebera uwundi muntu amafaranga afitiwe kuri iryo soko.

Ukugwatiriza isoko bigirwa biciye mu rwandiko rugirwa hagati y'uwatsindiye isoko n'uwundi muntu yitwa « uwatanze ingurane yahawe ingwati ».

Article 322 : Du montant à payer aux sous-traitants

Lorsque le marché indique la nature et le montant des prestations que le titulaire du marché envisage de confier à des sous-traitants bénéficiaires du paiement direct, le montant à payer aux sous-traitants est déduit du marché pour déterminer le montant maximum de la créance que le titulaire est autorisé à donner en nantissement.

La Personne responsable des marchés qui a traité avec l'entrepreneur ou le fournisseur remet à celui-ci une copie certifiée conforme à l'original revêtue d'une mention dûment signée, comme l'original, par l'autorité dont il s'agit et en indiquant que la pièce est délivrée en unique exemplaire en vue de la notification éventuelle d'un nantissement de créance.

Ingingo ya 322: Amafaranga arihwa abashingwa ibikorwa n'uwatsindiye isoko

Mu gihe isoko ryerekana ubwoko bw'ibikorwa birangurwa uwaritsindiye ategekanya gushinga abandi barihwa n'Urwego ata wundi biciyeko, hagatomorwa n'amafaranga bisaba, amafaranga abashingwa ibikorwa n'uwatsindiye isoko barihwa arakurwa mu yagenewe isoko mu gutomora igitigiri c'amafaranga ntarengwa uwatsindiye isoko afitiwe arekuriwe gutangako ingwati.

Umuntu ashinzwe amasoko yagiraniye amasezerano ajanye n'ukugwatiriza isoko n'uwufise ishirahamwe ry'ukwubaka canke uwutanga ivyimuka aramuha ikopi yemejwe ko isa n'urwandiko rw'imvaho bishizweko umukono w'umutegetsi vyega uko bitegerejwe, nk'uko biri ku rwandiko rw'imvaho, hakerekanwa ko urwo rwandiko rutanzwe ari urwandiko rumwe rudende mu ntumbero yuko rushobora kumenyeshwa ko rwatanzweko ingwati.

Article 323 : De l'obtention de la modification de la formule figurant sur la copie certifiée

Lorsque le titulaire du marché confie, postérieurement à la notification du marché, à des sous-traitants bénéficiant du payement direct, l'exécution de prestations pour un montant supérieur à celui qui est indiqué dans le marché, il doit obtenir la modification de la formule d'exemplaire unique, figurant sur la copie certifiée conforme.

Ingingo ya 323: Ukwemererwa guhindurirwa ivyanditse kw'ikopi y'amasezerano yemejwe ko isa n'urwandiko rw'imvaho

Igihe uwatsindiye isoko,amaze kumenyeshwa ko yaritsindiye, yongereje ibikorwa vy'abo yategekanije ko bamurangurira ibikorwa bimwega, barihwa ata wundi biciyeko, ku mafaranga arenga ayagenewe ivyo bikorwa yanditswe mu masezerano yerekeye isoko, ategerezwa gusaba guhindurirwa ivyanditswe kw'ikopi y'amasezerano yemejwe ko isa n'urwandiko rw'imvaho rumwe rudende.

Section 2 : De la notification du nantissement

Agace ka 2: Ukumenyesha ko isoko ryagwatirijwe

Article 324 : Du principe

Ingingo ya 324: Ingingo ngenderwako

Le créancier nanti notifie par écrit l'Autorité contractante et fait signifier au comptable chargé du paiement, une copie certifiée conforme à l'original de l'acte de nantissement.

Uwatanze ingurane yahawe ingwati y'isoko arabimenyesha biciye mu rwandiko Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano akongera akabimenyesha umunyabigega ashinzwe ukuriha mu kumuha ikopi yemejwe ko isa n'urwandiko rw'imvaho rwemeza ko isoko ryagwatirijwe.

Le comptable chargé du paiement règle directement au créancier nanti le montant de la créance ou de la part de créance qui lui a été donnée en nantissement, à compter de la notification ou de la signification prévue à l'alinéa précédent sauf empêchement de payer.

Umunyabigega arariha amafaranga uwatanze ingurane ata wundi biciyeko amafaranga ahuye n'ingurane canke igice c'ingurane yatangiwe ingwati, kuva bimenyeshejwe Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke bimenyeshejwe umunyabigega nk'uko bitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo kiretse abujijwe kuyiriha.

Article 325 : Du nantissement constitué au profit de plusieurs créanciers

Dans le cas où le nantissement a été constitué au profit de plusieurs créanciers, chacun d'eux encaisse la part de la créance qui lui a été affectée dans le bordereau dont les mentions sont notifiées ou signifiées au comptable chargé du paiement.

Ingingo ya 325: Ingwati y'isoko ihabwa abatanze ingurane benshi

Mu gihe ingwati y'isoko ihabwa abatanze ingurane benshi, umwe wese muri bo araronka amafaranga afitiwe yanditswe ku rwandiko rwemeza ko amafaranga yarishwe ico yatangiwe camenyeshejwe Urwego canke umunyabigega ashinzwe ukuriha.

Article 326 : De l'interdiction de la modification du comptable chargé du paiement

Aucune modification dans la désignation du comptable chargé du paiement, ni dans les modalités de règlement, sauf dans ce dernier cas avec l'accord écrit du créancier nanti, ne peut intervenir après la notification ou la signification du nantissement.

Ingingo ya 326: Ukubuza ihindurwa ry'umunyabigega ashinzwe ukuriha

Ingwati imaze kumenyeshwa, nta na kimwe gishobora guhindurwa mu vyerekeye igenwa ry'umunyabigega ashinzwe ukuriha, no mu buryo bw'ukuriha, kiretse ivyerekeye uburyo bw'ukuriha bushobora guhindurwa ari uko vyemewe n'uwatanze ingurane yahawe ingwati abicishije mu rwandiko.

Article 327 : De la mainlevée du nantissement

La mainlevée par écrit des notifications ou significations du nantissement est donnée par le créancier nanti ou comptable chargé du paiement, détenteur de la copie de l'acte de nantissement prévue à l'article 325.

Elle prend effet le deuxième jour ouvrable suivant celui de la réception par le comptable chargé du paiement du document l'en informant.

Ingingo ya 327: Ugusubiza ububasha ku ngwati

Ugusubiza ububasha ku ngwati yamenyeshejwe biciye mu rwandiko, bigirwa n'uwatanze ingurane yahawe ingwati canke n'umunyabigega ashinzwe ukuriha afise ikopi y'urwandiko rwemeza ingwati itegekanijwe mu ngingo ya 325.

Ivyo bitangura kugira inkurikizi ku munsi ugira kabiri w'akazi ukurikira umunsi umunyabigega ashinzwe ukuriha yaronkeyeko urwandiko rubimumenyesha.

Les droits des créanciers nantis ou subrogés ne sont primés que par les privilèges prévus par la législation ou la législation en vigueur.

Uburenganzira bw'ukurihwa imbere y'abandi bw'abatanze ingurane bahawe ingwati canke bw'ababasubiriye mu kibanza bukoreshwa hisunzwe gusa ibijanye n'ukurihwa imbere y'abandi bitegekanijwe n'amategeko canke amategeko asanzwe akurikizwa.

CHAPITRE VIII : DE LA RECEPTION DES MARCHES

IGICE CA VIII: IVYEREKEYE UKWAKIRA IVYARANGUWE

Article 328 : Du principe

Ingingo ya 328: Ingingo ngenderwako

La réception a lieu lorsque le titulaire du marché finit d'exécuter les prestations contractuelles. La décision de réception est prononcée par l'autorité contractante, lorsque la prestation exécutée par le titulaire du marché est jugée conforme aux spécifications techniques du marché.

Ukwakira ivyaranguwe biba igihe uwatsindiye isoko arangije gushira mu ngiro ibikorwa biri mu masezerano yerekeye isoko. Ingingo yemeza y'uko igikorwa cakiriwe ishikirizwa n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, mu gihe vyemewe ko igikorwa caranguwe n'uwatsindiye isokocisunze ibiranga ubuhinga.

La réception sans réserve entraîne le transfert de propriété.

Ukwakira icaranguwe atakibangiriweko bituma kija mu minwe ya nyene igikorwa.

Néanmoins, les réserves portant sur les pénalités de retard en constituent une exception. Les règles relatives aux opérations de réception de chaque type de marché sont fixées par les cahiers des clauses administratives générales.

Ariko,ibibangirwako vyerekeye ihadabu ritangwa kubera igikorwa kitaranguwe ku gihe bituma ibitegekanijwe mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo bidakurikizwa. Amategeko yerekeye igikorwa c'ukwakira ivyaranguwe ku bwoko bumwebumwe bwose bw'isoko ashingwa mu nzandiko zitomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'amasoko muri rusangi.

Article 329 : De la commission de réception

Ingingo ya 329: Umugwi ujejwe kwakira ivyaranguwe

La réception est prononcée par une commission créée par décision de la personne responsable des marchés. Les modalités de fonctionnement de cette commission sont fixées par voie réglementaire.

Ingingo yemeza ko ivyaranguwe vyakiriwe itangazwa n'umugwi ushirwaho biciye mu ngingo y'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta. Ingene uwo mugwi ukora bishingwa n'itegeko.

Section 1 : De la réception partielle

Article 330 : Des modalités

La fixation par le marché pour une tranche de prestations, d'un délai d'exécution distinct de celui du délai global de l'ensemble des prestations, implique, sauf dispositions contraires prévues dans le cahier des clauses administratives particulières, une réception partielle de cette tranche de prestations.

Article 331 : Du délai de garantie

Pour les tranches de prestations ayant donné lieu à une réception partielle, le délai de garantie court, sauf stipulations contraires du cahier spécial des charges, à compter de la date d'effet de cette réception partielle.

Dans tous les cas, le décompte général est unique pour l'ensemble des prestations.

Section 2 : De la réception provisoire

Article 332 : Du principe

Après déroulement des opérations préalables, la réception provisoire a lieu à la demande du titulaire du marché.

Article 333 : Des modalités d'application

Les opérations de réception provisoire font l'objet d'un procès-verbal de réception ou de refus, dressé par une commission de réception mise en place à cet effet. Cette dernière procède à la vérification qualitative et quantitative des prestations.

Agace ka 1: Ukwakira ibimaze kurangurwa

Ingingo ya 330: Ingene bigenda

Ugushinga mu masezerano yerekeye isoko ku muce umwe w'ibikorwa vy'iryo soko, ikiringo c'ukurangura uwo muce gitandukanye n'ikiringo c'ukurangura ibikorwa vyose vyerekeye iryo soko, bituma, kiretse hari ingingo zibitegekanya ukundi mu rwandiko rutomora ingingo zijanye n'itunganywa ry'iryo soko, ibikorwa vyose vy'uwo muce bihejeje kurangurwa vyakirwa ishirwa mu ngiro ry'isoko ryose ritararangira.

Ingingo ya 331: Ikiringo c'ukwizeza ko ibikorwa vyaranguwe neza

Ku mice y'ibikorwa vyaranguwe bikakirwa isoko ryose ritararangira gushirwa mu ngiro, Ikiringo uwatsindiye isoko atanga kugira ibikorwa yaranguye vyemezwe ko vyaranguwe neza gitangura guharurwa, kiretse hari ingingo zibitegekanya ukundi zo mu rwandiko rw'ibitegerejwe kurangurwa kuri iryo soko, kuva kw'igenekerezo ibikorwa vyakiririweko.

Uko biri kwose, ikiringo c'ukwizeza ko ibikorwa vyaranguwe neza ku bikorwa vyose ni kimwe.

Agace ka 2: Ukwakira ivy'imfatakibanza ivyaranguwe vyerekeye isoko ryose

Ingingo ya 332: Ingingo ngenderwako

Ibitegerejwe vyose bimaze kurangurwa, ibikorwa vyerekeye isoko ryose birakirwa ivy'imfatakibanza bisabwe n'uwatsindiye isoko.

Ingingo ya 333: Ingene ivyaranguwe vyerekeye isoko vyakirwa ivy'imfatakibanza

Ibikorwa vy'ukwakira ivy'imfatakibanza ivyaranguwe biragirirwa icegeranyo cerekana ko ivyaranguwe vyakiriwe canke bitemewe kwakirwa, kigirwa n'umugwi ujejwe kwakira ivyaranguwe ushirwaho kubera ico gikorwa. Uwo mugwi urasuzuma ko ivyaranguwe vyakozwe neza n'uko bingana.

Article 334 : De la variation des modalités de réception

Ces modalités de réception peuvent varier selon la nature ou l'objet du marché. Lorsque le marché comporte un délai de garantie, la réception provisoire a lieu le jour de l'admission des prestations.

Ingingo ya 334: Ihindagurika ry'ibikurikizwa mu kwakiraivyaranguwe

Ibikurikizwa mu kwakira ivyaranguwe bishobora guhindagurika bivanye n'isoko iryo ari ryo n'ico ryerekeye. Mu gihe isoko rifise ikiringo c'ukwizeza ko ibikorwa vyaranguwe neza, ivyaranguwe vyakirwa ivy'imfatakibanza ku munsi vyemereweko ko vyakiriwe.

Section 3 : De la réception définitive

Agace ka 3: Ukwakira burundu ivyaranguwe

Article 335: Des procédures

La réception définitive a lieu à la demande du titulaire de marché, après expiration du délai de garantie.

A l'issue des vérifications qualitative et quantitative, la commission de réception établit un procès-verbal de réception définitive qui vaut transfert de propriété à l'administration et le notifie au titulaire du marché.

Ingingo ya 335: Ibikurikizwa

Ukwakira burundu ivyaranguwe bigirwa bisabwe n'uwatsindiye isoko, ikiringo c'ukwizeza ko ibikorwa vyaranguwe neza kirangiye.

Igikorwa c'ugusuzuma ko ivyaranguwe vyakozwe neza n'uko bingana kirangiye, umugwi ujejwe kwakira ivyaranguwe urategura icegeranyo cerekana ko ivyaranguwe vyakiriwe burundu bigatuma bija mu minwe ya nyene igikorwa ukongera ukakimenyesha uwatsindiye isoko.

Article 336 : Du refus des prestations

En cas de refus de recevoir les prestations, il incombe à l'attributaire de donner ultérieurement connaissance par écrit de la mise en état définitif des prestations. Il est procédé alors à la réception des prestations dans un délai indiqué dans le procès-verbal de refus.

Ingingo ya 336: Ukutemera kwakira ivyaranguwe

Mu gihe umugwi ubijejwe utemeye kwakira ivyaranguwe, uwatsindiye isoko ni we ategerezwa kumenyesha mu nyuma abicishije mu rwandiko ko yaheraheje ibikorwa vyose yategerezwa gusubiramwo. Haca hakirwa rero ivyaranguwe mu kiringo gitomowe mu cegeranyo cerekana ko ivyaranguwe bitakiriwe.

TITRE V : DU CONTENTIEUX ET DES SANCTIONS RELATIFS AUX MARCHES PUBLICS ET DES DELEGATIONS DE SERVICE PUBLIC

IKIGABANE CA V: IVYEREKEYE AMATATI N'IBIHANO BIKURIKIZWA KU MASOKO YA RETA HAMWE NO KU BIKORWA RETA YOKOZE BITUMWA ABANDI

CHAPITRE I : DU CONTENTIEUX DE LA PASSATION DES MARCHES PUBLICS ET AUX DELEGATIONS DE SERVICE PUBLIC

IGICE CA MBERE: IVYEREKEYE AMATATI AJANYE N'ITANGWA RY'AMASOKO YA RETA N'AYAJANYE N'IBIKORWA RETA YOKOZE BITUMWA ABANDI

Section 1 : De l'objet du recours

Agace ka 1: Ibituma uwuhiganira isoko yitwara

Article 337 : Des matières sur lesquelles portent les recours

Ingingo ya 337: Ivyitwarirwa

Le recours gracieux ou contentieux porte notamment sur la décision d'attribuer ou du refus d'attribuer le marché ou la délégation de service public sur les conditions de publication des avis, les règles relatives à la participation des candidats et aux capacités et aux garanties exigées, le mode de passation et la procédure de sélection retenue, la conformité des documents d'appel d'offres à la réglementation, les spécifications techniques retenues, les critères d'évaluation.

Ugusaba ko ingingo ihindurwa n'uwayifashe canke ukwitwara bigirwa nko ku vyerekeye ingingo yo gutanga canke iyo ukudatanga isoko canke ugutuma abandi ibikorwa Reta yokoze, uburyo ivyerekeye amasoko vyamenyekanishijwe, ingingo zijanye n'ingene abipfuza guhiganira isoko bagiye mw'ihiganwa hamwe n'izerekeye ubushobozi n'ingwati vyasabwe, ingene isoko ryatanzwe n'uburyo bwakoreshejwe mu gutora uwutsindira isoko, ukugene inzandiko zihamagarira guhiganira isoko zisunze amategeko, ibiranga ubuhinga vyashikirijwe, ivyafatiweko mu gutanga amanota.

Pour être recevable, le recours invoque une violation de la législation sur les marchés publics et les délégations de service public.

Kugira imburano zakirwe, uwitwara arerekana ko harenzwe ku mategeko yerekeye amasoko ya Reta n'ayerekeye ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi.

Article 338 : De la saisine préalable de la personne responsable des marchés

Ingingo ya 338: Ukubanza kwitwara ku muntu ashinzwe amasoko ya Reta

Dès lors qu'ils souhaitent exercer un recours gracieux ou contentieux, les candidats et les soumissionnaires qui prétendent être injustement évincés des procédures de passation des marchés publics ou de délégations de service public, saisissent préalablement la personne responsable des marchés avant de saisir le comité de règlement des différends contre les procédures et les décisions qui leur sont préjudiciables rendues à l'occasion de la passation du marché.

Mu gihe bipfuza gusabako ingingo yafashwe ihindurwa n'uwayifashe canke bashaka kwitwara,abipfuza guhiganira isoko n'abemerewe kurihiganira bibaza ko barenganijwe mu gukurwa mw'ihiganwa rijanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta canke mu bikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, babanza kwitwara ku muntu ashinzwe amasoko ya Reta imbere yo kwitura komite ijejwe gutatura amatati ku vyerekeye itangwa ry'amasoko hamwe n'ingingo babona ko zabarenganije mw'itangwa ry'isoko.

Les recours visés à l'alinéa précédent sont exercés soit par lettre recommandée avec accusé de réception, soit par tout moyen de communication électronique selon les modalités définies par la présente loi.

Uburyo bw'ukwitwara buvugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo bukoreshwa biciye mw'ikete ritangirwa icemeza ko ryarungitswe n'uko ryashitse canke hagakoreshwa uburyo bwose bw'uguhanahana amakuru bujanye n'ubuhinga bwa none hisunzwe ibikurikizwa bitomorwa n'iri bwirizwa.

Article 339 : De l'effet du recours

Ingingo ya 339: Inkurikizi z'ugusaba ko ingingo yafashwe isubirwamwo

Qu'il soit gracieux ou contentieux, le recours a un effet suspensif de la procédure jusqu'à la décision définitive de l'organe saisi.

Haba mu vyerekeye ugusaba ko uwafashe ingingo ayihindura canke ukwitura komite ijejwe gutatura amatati, ugusubirishamwo ingingo bituma haca hahagarikwa ibijanye n'ugutanga isoko gushika urwego rwituwe rufashe ingingo ntabanduka.

Section 2 : Du recours devant la personne responsable des marchés publics

Agace ka 2: Ugusaba umuntu ashinzwe amasoko ya Reta guhindura ingingo yafashwe

Article 340 : Des délais de recours

Ingingo ya 340: Ibiringo vy'ugusubirishamwo ingingo yafashwe

Le recours gracieux est exercé dans un délai de trois (3) jours ouvrables à compter de la notification de la décision contestée, ou au plus tard cinq (5) jours ouvrables précédant la date limite de dépôt de candidature ou de soumission.

Ugusaba ko uwafashe ingingo ayihindura bigirwa mu kiringo c'iminsi itatu (3) y'akazi iharurwa kuva iyo ngingo itemewe imenyeshejwe, canke vyatevye bikagirwa mu minsi itanu (5) y'akazi imbere yuko igenekerezo ntarengwa ry'ugushikirizako idosiye z'abipfuza guhiganira isoko canke idosiye y'ukurihiganira rishika.

Article 341 : Des délais de réponse

Ingingo ya 341: ibiringo vy'ugutanga inyishu

La personne responsable du marché est tenue de répondre à la requête dans un délai de cinq (5) jours ouvrables. Le défaut de réponse vaut rejet implicite du recours gracieux.

Umuntu ashinzwe isoko rya Reta ategerezwa kwishura ivyo yasabwe mu kiringo c'iminsi itanu(5) y'akazi. Uwari yayifashe atishuye muri ico kiringo bisigura ko yanse kuyihindura.

Section 3 : Du recours devant le comité de règlement des différends

Agace ka 3: Ugusubirishamwo ingingo yafashwe muri komite ijejwe gutatura amatati

Article 342 : Des délais de recours

Ingingo ya 342: Ibiringo vy'ugusubirishamwo ingingo yafashwe

En cas de réponse négative ou d'absence de réaction par la personne responsable des marchés publics, par rapport au recours gracieux formulé, le requérant dispose de cinq (5) jours ouvrables, à compter de la réception de la réponse de la personne responsable des marchés publics ou de l'expiration du délai de réaction de cinq (5) jours ouvrables, pour saisir le comité de règlement des différends.

Mu gihe umuntu ashinzwe amasoko ya Reta atemeye guhindura ingingo canke ata nyishu atanze ku vyashikirijwe mu gusaba ko ingingo isubirwamwo n'uwayifashe, uwubisaba afise iminsi itanu (5) y'akazi kugira yiture komite ijejwe gutatura amatati, iharurwa kuva aronse inyishu y'umuntu ashinzwe amasoko ya Reta canke kuva ikiringo c'ugutangamwo inyishu c'iminsi itanu (5) y'akazi kirangiye.

Article 343 : De l'effet des décisions du comité de règlement des différends

Ingingo ya 343: Inkurikizi z'ingingo zifatwa na komite ijejwe gutatura amatati

Les décisions du comité de règlement des différends n'ont pour effet que de corriger la violation alléguée ou d'empêcher que d'autres dommages soient causés aux requérants concernés, ou de suspendre ou faire suspendre la décision litigeuse ou la procédure de passation.

Ingingo za komite ijejwe gutatura amatati nta zindi ngaruka zigira atari ugutuma hakosorwa amakosa yakozwe canke kubuza ko abituye komite bagira akandi gahombo,canke guhagarika canke gusaba ko hahagarikwa ivy'agateganyo ingingo yateye amatati canke ibijanye n'ugutanga isoko.

En cas de décision constatant la violation de la législation applicable, l'autorité contractante s'y conforme en prenant, dans les plus brefs délais, les mesures de nature à remédier aux irrégularités constatées.

Mu gihe hafashwe ingingo yemeza ko harenzwe amategeko akurikizwa mu gutanga isoko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano ruca ruyubahiriza bidatevye, mu gufata ingingo y'ugukosora ivyo urwo rwego rwabonye ko vyakozwe hadakurikijwe amategeko .

La décision du comité de règlement des différends est rendue dans un délai qui ne peut excéder dix (10) jours calendaires à compter de la date de sa saisine.

Ingingo ya komite ijejwe gutatura amatati ifatwa mu kiringo kidashobora kurenza iminsi icumi (10) ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo yituriweko.

Sans préjudice des sanctions disciplinaires et administratives immédiates contre l'organe saisi, le défaut de la décision dans les délais prévus dans l'alinéa précédent a pour conséquence la levée d'office de l'effet suspensif du recours et la voie juridictionnelle est ouverte.

Hatirengagijwe ibihano bijanye n'amakosa y'akazi n'ibihano bifatwa n'abajejwe intwaro bica bihabwa ubwo nyene urwego rwituwe, mu gihe rudafashe ingingo mu kiringo gitegekanijwe mu gahimba ka gatatu k'iyi ngingo, bituma haca hahagarikwa ivy'ukwitura komite hagafatwa inzira y'ukwitura ubutungane.

Article 344 : De l'obligation de transmission des avis et considérations

Les parties aux conflits sont tenues de transmettre les avis et considérations leur requis par l'Autorité de régulation des marchés publics, dans un délai maximum de trois (03) jours ouvrables.

Ingingo ya 344: Ugutegerezwa gushikiriza ivyiyumviro vy'abafitaniye amatati n'imvo zibishigikira

Abafitaniye amatati bategerezwa gushikiriza ivyo bavuga kuri ayo matati n'imvo zibishigikira basabwe n'Urwego rujejwe gucungera ivyerekeye amasoko ya Reta, mu kiringo kitarenza iminsi itatu (03) y'akazi.

Article 345 : De l'effet exécutoire de la décision du comité de règlement

La décision du comité de règlement des différends est immédiatement exécutoire. Elle peut faire l'objet d'un recours devant un organe juridictionnel. Ce recours n'a cependant pas d'effet suspensif sauf en cas de décision judiciaire

Ingingo ya 345: Ugutegerezwa gukurikiza ingingo ya komite ijejwe gutatura amatati

Ingingo ya komite ijejwe gutatura amatati ica ikurikizwa ubwo nyene igifatwa. Irashobora kwitwarirwa muri sentare. Ariko ukwitwara ntibituma ingingo ireka guca ikurikizwa kiretse mu gihe biciye mu ngingo ya sentare.

Article 346 : De l'auto-saisine du comité de règlement des différends

Sur base des informations recueillies dans l'exercice de ses missions, ou de toute information communiquée par des Autorités contractantes, des candidats, des soumissionnaires ou des tiers, le comité de règlement des différends peut s'auto-saisir et statuer sur les irrégularités, fautes et violations constatées.

L'auto-saisine du comité de règlement des différends est suspensive de la procédure d'attribution définitive du marché ou de la délégation, si cette dernière n'est pas encore définitive.

Ingingo ya 346: Ugutatura amatati komite ibijejwe ivyibwirije

Komite ijejwe gutatura amatati, ifatiye ku nkuru ironka iriko irarangura imirimo ijejwe, canke ku nkuru iyo ari yo yose ihawe n'inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, abipfuza guhiganira isoko, abemerewe guhiganira isoko canke abandi bantu, irashobora kwibwiriza gukurikirana ivyakozwe hadakurikijwe amategeko, amakosa hamwe n'ibijanye no kurenga ku mategeko yabonye igaca ibifatira ingingo.

Ugutatura amatati komite ivyibwirije bituma ibijanye n'itangwa burundu ry'isoko canke ugutuma uwundi igikorwa Reta yokoze bihagarikwa iyo iryo soko ryo gutuma uwundi ibikorwa Reta yokoze ritaratangwa burundu.

CHAPITRE II : DU CONTENTIEUX DE L'EXECUTION DES MARCHES PUBLICSET DES DELEGATIONS DE SERVICE PUBLIC

Article 347 : Du règlement amiable devant le comité de réglément des différends

En cas de différend survenu lors de la phase d'exécution des marchés publics, l'Autorité contractante ou le titulaire du marché peut recourir au comité de règlement des différends placé auprès de l'Autorité de régulation des marchés publics pour un règlement amiable.

Article 348 : Des modalités de règlement

Le Comité de règlement des différends a pour mission de rechercher des éléments de droit ou de fait, en vue de proposer une solution à l'amiable et équitable, ou même d'opportunité par rapport au différend qui lui est soumis.

Article 349 : De la procédure suivie en cas de recours amiable

La procédure à suivre en cas de recours amiable est la même que celle suivie en cas d'analyse des recours introduits contre des décisions prises à la phase de passation des marchés publics.

Toutefois, le recours visé à l'alinéa précédent portant sur l'exécution du marché n'est pas suspensif de la procédure d'exécution en cours.

IGICE CA II: IVYEREKEYE AMATATI AFATIYE KW'ISHIRWA MU NGIRO RY'AMASOKO YA RETA HAMWE NO KU BIKORWA RETA YOKOZE BITUMWA ABANDI

Ingingo ya 347: Ugutatura amatati biciye mu mwumvikano bigirwa na komite ibijejwe

Mu gihe hadutse amatati amasoko ariko arashirwa mu ngiro,Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke uwatsindiye isoko arashobora kwitura Komite ijejwe gutatura amatati y'Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta kugira yumvikanishe abafitaniye amatati.

Ingingo ya 348: Ingene abafitaniye amatati bumvikanishwa

Komite ijejwe gutatura amatati ishinzwe kurondera imvo zijanye n'amategeko canke n'ivyakozwe, mu ntumbero yo gutorera umuti biciye mu mwumvikao kandi ata wurenganijwe, cankeiyindi nzira ibereye y'ugutorera umuti amatati komite yashikirijwe.

Ingingo ya 349: Ibikurikizwa mu gusaba ko amatati atorerwa inyishu biciye mu mwumvikano

Ibikurikizwa mu gusaba ko amatati atorerwa inyishu biciye mu mwumvikanoni nk'ibikurikizwa mu kwihwezaibirego vyashikirijwe kubera ingingo zafashwe igihe c'ugutanga amasoko ya Reta.

Ariko, ugusaba ko amatati atorerwa inyishu biciye mu mwumvikano bivugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo vyerekeye ishirwa mu ngiro ry'isoko ryatsindiwe ntibihagarika ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa bijanye n'isoko ryamaze gutangura.

Article 350 : Des délais de recours judiciaire

Tout différend qui a fait préalablement objet d'un recours amiable devant le comité de règlement des différends et qui n'a pas été réglé dans un délai de dix (10) jours calendaires suivant l'introduction du recours, est porté devant les juridictions ou les instances arbitrales compétentes conformément aux stipulations contractuelles.

Ingingo ya 350: Ikiringo c'ukwitura sentare

Amatati yose aba yasabwe gutaturwa biciye mu mwumvikano na Komite ijejwe gutatura amatati atatorewe inyishu mu kiringo c'iminsi (10) ikurikirana iharurwa kuva umunsi Komite yituriweko, aca ashikirizwa sentare canke inzego z'abahuza zibifitiye ububasha, hakurikijwe ibitegekanijwe mu masezerano.

CHAPITRE III : DES DISPOSITIONS COMMUNES AUX CONTENTIEUX DE LA PASSATION ET DE L'EXECUTION DES MARCHES PUBLICS

IGICE CA III: INGINGO RUSANGI ZEREKEYE AMATATI AJANYE N'ITANGWA HAMWE N'ISHIRWA MU NGIRO RY'AMASOKO YA RETA

Section 1 : Du contentieux des marchés publics des collectivités territoriales décentralisées

Agace ka 1 : Amatati yerekeye amasoko ya Reta yatanzwe n'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu

Article 351 : De la commission provinciale de conciliation

Le contentieux sur la passation et l'exécution des marchés publics dont les montants sont inférieurs aux seuils de contrôle de la DNCMP pour les collectivités territoriales décentralisées est réglé par une Commission provinciale de conciliation et suit la même procédure prévue par la présente loi.

Ingingo ya 351: Umugwi ujejwe kwumvikanisha mu ntara

Amatati ajanye n'itangwa ry'amasoko ya Reta hamwe n'ayajanye n'ishirwa mu ngiro ryayo, igitigiri c'amafaranga ayo masoko atwara kikaba kidashikana urugero Ubuyobozi bujejwe ugusuzuma amasoko ya Reta mu gihugu bufatirako mu gusuzuma amasoko atangwa n'inzego z'intwaro zegerejwe abanyagihugu ataturwa n'umugwi ujejwe kwumvikanisha mu ntara kandi hisunzwe ibikurikizwa bitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Section 2 : Des différends entre entités administrative

Agace ka 2: Amatati aba ari hagati y'ibisata bijejwe intwaro

Article 352 : De la compétence du comité de règlement des différends

Le comité de règlement des différends est également compétent pour statuer sur les recours qui mettent en cause une ou plusieurs entités administratives.

Ingingo ya 352: Ububasha bwa Komite ijejwe gutatura amatati

Komite ijejwe gutatura amatati irafise kandi ububasha bwo gufata ingingo ku matati yerekeye igisata kimwe kijejwe intwaro canke vyinshi.

Le comité est saisi dans un délai de cinq (05) jours ouvrables, soit à compter dès la décision contestée, soit dans ce même délai, en l'absence de réponse de l'entité administrative saisie.

Komite yiturwa mu kiringo c'iminsi itanu (05) y'akazi, iharurwa kuva hafashwe ingingo itemewe, canke muri ico kiringo nyene mu gihe igisata kijejwe intwaro cituwe kitatanze inyishu.

Article 353 : Des délais impartis au comité de règlement pour statuer

Ingingo ya 353: Ibiringo bihabwa Komite ijejwe gutatura amatati kugira ifate ingingo

Le comité de règlement des différends rend sa décision dans un délai n'excédant pas dix (10) jours calendaires.

Komite ijejwe gutatura amatati ishikiriza ingingo yafashe mu kiringo kitarenza iminsi icumi (10) ikurikirana.

CHAPITRE IV : DE L'ETHIQUE, DE LA LUTTE CONTRE LA CORRUPTION ET DES SANCTIONS EN MATIERE DE MARCHES PUBLICS ET DELEGATIONS DE SERVICES PUBLICS

IGICE CA IV: IVYEREKEYE AKARANGAMUTIMA KAJANYE N'IMICO MYIZA, UKURWANYA IGITURIRE N'IBIHANO BIKURIKIZWA MU VYEREKEYE AMASOKO YA RETA NO MU VYEREKEYE IBIKORWA RETA YOKOZE BITUMWA ABANDI

Section 1 : Des règles d'éthique applicables aux autorités publiques, aux candidats et aux soumissionnaires

Agace ka 1: Amategeko yerekeye akarangamutima kajanye n'imico myiza akurikizwa ku bari mu nzego zijejwe amasoko ya Reta, ku bipfuza guhiganira amasoko no ku bemerewe kuyahiganira

Article 354 : Du Code d'éthique et de déontologie

Ingingo ya 354: Amategeko agenga akarangamutima kajanye n'imico myiza n'akajanye n'umwuga

Un Code d'éthique et de déontologie des membres des organes intervenant dans la passation, l'exécution, le contrôle, l'approbation et la régulation des marchés publics et des délégations de service public est élaboré par l'autorité de régulation des marchés publics.

Amategeko agenga akarangamutima kajanye n'imico myiza n'akajanye n'umwuga yerekeye abagize inzego zijejwe ugutanga amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, ukubishira mu ngiro, ukubisuzuma, ukuvyemeza n'ukubicungera ategurwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta.

Les membres des organes précités prennent acte du contenu du Code et s'engagent à le respecter par une déclaration.

Abagize inzego zihejeje kuvugwa barafata nka nkama ibiri muri ayo mategeko kandi bakiyemeza kuvyubahiriza biciye mu rwandiko.

Ils doivent également signer une déclaration d'absence de conflit d'intérêt. Les modèles de ces déclarations sont joints au Code d'éthique et de déontologie.

Bategerezwa kandi gushira umukono ku rwandiko rwemeza ko ata nyungu bafise zibujijwe kubangikanywa n'iyo mirimo bajejwe. Inzandiko zifatirwako mu kuvyiyemeza ziba ziri kumwe n'amategeko agenga akarangamutima kajanye n'imico myiza n'akajanye n'umwuga.

Article 355 : Des conflits d'intérêts

Les Autorités contractantes, l'administration, les organes chargés du contrôle et de la régulation des marchés publics et des délégations de services publics ou leurs représentants ainsi que toute personne qui intervient, à quelque titre que se soit, dans la chaîne de passation des marchés publics et des délégations de services publics, soit pour le compte d'une autorité contractante, soit pour le compte d'une autorité d'approbation, de contrôle ou de régulation sont soumis aux dispositions législatives et réglementaires qui répriment les pratiques frauduleuses et les conflits d'intérêts dans la passation des marchés ou délégations de services publics.

Ingingo ya 355: Inyungu zitabangikanywa n'imirimo

Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, intwaro, inzego zijejwe ugusuzuma n'ugucungera amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi canke abaziserukira, hamwe n'uwo wese abifisemwo uruhara, ico aba ashinzwe cose, mu rukurikirane rw'ibikorwa bijanye n'ugutanga amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, haba kw'izina ry'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke kw'izina ry'urwego rujejwe ukwemeza amasoko ya Reta, urujejwe ukuyasuzuma canke ukuyacungera, zitegerezwa kwubahiriza ingingo z'amabwirizwa n'iz'amategeko zihasha ibikorwa bijanye n'ubusuma n'ukugira inyungu zibujijwe kubangikanywa mw'itangwa ry'amasoko canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi.

Article 356 : De l'obligation d'informer l'Autorité contractante

En cas de conflit d'intérêt, le soumissionnaire qui en est informé en avise l'Autorité contractante.

Ingingo ya 356: Ugutegerezwa kubimenyesha Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano

Mu gihe abari mu nzego zavuzwe bafise inyungu zitabangikanywa n'imirimo bashinzwe kw'isoko kanaka, uwemerewe guhiganira isoko afise ico abiziko aca abimenyesha Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano.

Article 357: De l'obligation de neutralité et d'impartialité

L'agent public qui participe à la passation, au contrôle, à l'approbation, à l'exécution et à la régulation d'un marché public mais dont les intérêts privés l'exposent à un manque de neutralité et d'impartialité d'une manière générale, risquent d'influencer l'exercice normal de ses fonctions, est tenu d'informer son autorité hiérarchique et de se récuser.

Ingingo ya 357: Ugutegerezwa kudahengama n'ugucisha aho ukuri kuri

Umukozi wa Reta afise uruhara mu bikorwa vy'ugutanga isoko rya Reta, ukurisuzuma, ukuryemeza, ukurishira mu ngiro n'ukuricungera ariko inyungu ziwe zikaba zishobora kumutuma ahengama no kudacisha aho ukuri kuri, kandi muri rusangi, izo nyungu ziwe zishobora kumutuma atarangura neza amabanga ajejwe, ategerezwa kubimenyesha uwumutwara mu kazi kandi akitaramura.

Article 358 : Des engagements des candidats et soumissionnaires

Sous peine de rejet de leurs offres, les candidats et soumissionnaires ont l'obligation d'informer par écrit l'autorité contractante tant lors du dépôt de leurs offres que pendant toute la procédure de passation jusqu'à la fin de l'exécution du marché ou de la délégation de service public, de tout paiement, avantage ou privilège accordé au profit de toute personne, agissant comme intermédiaire ou agent, en rémunération de toute prestation effectuée envers eux.

Ingingo ya 358: Ivyo abipfuza guhiganira isoko n'abemerewe kurihiganira biyemeza

Abipfuza guhiganira isoko n'abemerewe kurihiganira bategerezwa kumenyesha, biciye mu rwandiko, Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, haba mu gihe c'ugushikiriza idosiye z'ivyo biyemeje canke mu kiringo cose kijanye n'ugutanga isoko canke ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, ico cose kijanye n'ukuriha amafaranga, ugutanga akarusho canke ukwemerera ikintu ico ari co cose umuntu uwo ari we wese akora nk'umukandizi canke umukozi, mu ntumbero yo kumuhemba ku bikorwa ivyo ari vyo vyose yabakoreye, batabimenyesheje na ho bagakurwa mw'ihiganwa.

Section 2 : De la lutte contre la corruption

Agace ka 2: Ukurwanya igiturire

Article 359 : Du principe

Tout acte de corruption, de manœuvres frauduleuses, de manœuvres collusoires, de manœuvres coercitives ou de manœuvres obstructives en vue d'influencer la procédure d'attribution, de contrôle, de régulation ou l'exécution d'un contrat en vue d'un avantage quelconque est interdite.

Ingingo ya 359: Ingingo ngenderwako

Birabujijwe ko hakorwa ico cose cerekeye igiturire, ubusuma, umwumvikano w'ugukorera hamwe ibiteye kubiri n'amategeko, ugukoresha igikenye canke ukuba intambamyi mu ntumbero yo gutuma ivyerekeye itangwa ry'isoko, ukurisuzuma, ukuricungera canke ukurishira mu ngiro bikorwa uko bidategerejwe mu ntumbero y'ukuronka akarusho ako ari ko kose.

Article 360 : Des sanctions des manœuvres corruptrices

Sans préjudice des poursuites pénales, quiconque s'adonne à des actes ou à des manœuvres tendant à offrir ou de promettre d'offrir ou d'accorder à un agent public, directement ou indirectement, personnellement ou par personne interposée, soit pour lui-même **soit** pour autrui, une rémunération ou un avantage de quelque nature que ce soit, à l'occasion de la préparation, de la passation, du contrôle, de la négociation ou de l'exécution, d'approbation et de régulation d'un marché public ou d'un avenant, entraîne pour l'auteur des faits des mesures coercitives, notamment la résiliation ou l'annulation du marché ou de l'avenant en cause, et

Ingingo ya 360: Ibihano bijanye n'ukugerageza gutanga igiturire

Hatirengagijwe ko ashobora gukurikiranwa n'amategeko mpanavyaha, uwo wese akoze ibijanye n'ugutanga igiturire canke agerageje guha canke kwemerera canke ahaye umukozi wa Reta igiturire, akimwihereye canke biciye mu bundi buryo, avyigiriye canke abicishije ku wundi, abigize ku nyungu ziwe canke ku nyungu z'uwundi, yaba impembo canke akarusho ako ari ko kose, mu gihe c'ugutegura amasezerano yerekeye isoko, amasezerano ayunganira, ugutanga isoko, ukurisuzuma, ukwumvikana n'abarihiganira canke mu gihe c'ukurishira mu ngiro, ukuryemeza n'ukuricungera, bituma uwabikoze afatirwa ingingo zimuhana,nk'uguhagarika canke ukugira impfagusa amasezerano yerekeye isoko canke amasezerano

l'inscription de l'entreprise concernée sur la liste des opérateurs économiques interdits de participer aux marchés publics.

ayunganira vyerekeye, hamwe no gushira ishirahamwe ryiwe ku rutonde rw'amashirahamwe abujijwe guhiganira amasoko ya Reta.

Section 3 : Des sanctions des violations de la règlementation en matière de marchés publics

Agace ka 3: Ibihano bijanye n'ukurenga amategeko yerekeye amasoko ya Reta

Article 361 : Des sanctions des candidats, soumissionnaires et titulaires des marchés

Ingingo ya 361: Ibihano bihabwa abipfuza guhiganira amasoko, abemerewe kuyahiganira n'abayatsindiye

Sans préjudice d'autres sanctions prévues par d'autres lois notamment le Code pénal, les personnes physiques ou morales agissant par leurs dirigeants, entrepreneurs, fournisseurs ou prestataires de services encourent sur décision de l'Autorité de régulation des marchés publics des sanctions prévues à l'article 362, lorsqu'elles ont :

Hatirengagijwe ibindi bihano bitegekanijwe n'ayandi mabwirizwa nk'Igitabu c'amategeko mpanavyaha, abantu canke amashirahamwe aserukiwe n'abayarongoye, abafise amashirahamwe y'ukwubaka, abatanga ivyimuka canke abarangura ubuzi, biciye mu ngingo ifatwa n'Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta, bahanishwa ibihano bitegekanijwe mu ngingo ya 362 mu gihe :

1) Procédé à des pratiques de collusion entre soumissionnaires afin d'établir les prix des offres à des niveaux artificiels et non concurrentiels de priver l'Autorité contractante des avantages d'une concurrence libre et ouverte ;

1) Bakoze ibikorwa vy'ukwumvikana mu mpishon'abandi bahiganira isoko mu ntumbero y'ugushinga ibiciro ku rugero rudahuye n'urugero rw'ukuri kandi bituma hataba ihiganwa, bigatuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutakaza inyungu rwari ruzeye mw'ihiganwa ribaye mu mwidegemvyo kandi ryugururiwe abakwije ibisabwa bose ;

2) Procédé à des pratiques visant sur le plan technique à instaurer un fractionnement du marché ou à influer sur le contenu du dossier d'appel d'offres ;

2) Bakoze ibikorwa bifise intumberoyo gucagagura mu bice isoko ryategerezwa kuguma ari rimwe canke iyo kugira ico bahinduye mu bigize idosiye idondora ivyerekeye isoko rihiganirwa kandi atari ko isoko ryari ritunganijwe;

3) Tenté d'influer sur l'évaluation des offres ou sur les décisions d'attribution, y compris en proposant tout paiement ou avantage indu ;

3) Bagerageje gutuma amanota ku vyashikirijwe n'abahiganira isoko atangwa uko bitari bitegerejwe canke hafatwa ingingo z'ugutanga isokozitari gufatwa, harimwo n'ukwemerera amafaranga canke uturusho tutarekuriwe abajejwe gutanga isoko ;

4) Fourni des informations ou des déclarations fausses ou mensongères, ou a fait usage d'informations confidentielles dans le cadre de la procédure d'appel d'offres ;

4) Batanze inkuru canke bashikirije ibitari vyo canke ibinyoma canke bakoresheje mu bijanye n'uguhiganira isokoinkuru zategerezwa kugumizwa mw'ibanga;

5) Participé pendant l'exécution du marché à des actes et pratiques frauduleuses préjudiciables aux intérêts de l'Autorité contractante, contraires à la réglementation applicable en matière de marché public et susceptibles d'affecter la qualité des prestations ou leur prix ainsi que les garantis dont bénéficie l'Autorité Contractante.

5) Bagize uruhara, mu gihe c'ugushira mu ngiro isoko, mu bikorwa no mu bijanye n'ubusuma bibangamira inyungu z'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano, biteye kubiri n'amategeko akurikizwa ku masoko ya Reta kandi bishobora gutuma ibikorwa birangurwa ukutari ko canke igiciro cavyo kigahinduka bikongera bigatuma Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano rutakaza ivyizeza ko ibikorwa birangurwa neza.

6) Contourné les sanctions qui lui sont imposées en vertu de la présente loi.

6) Barenze ku bihano baciriwe hisunzwe iri bwirizwa.

Article 362 : De la nature des sanctions

Ingingo ya 362: Ibihano bishobora gutangwa

Les sanctions qui peuvent être imposées contre les personnes visées à l'article 361 sont :

Ibihano bishobora gufatirwa abantu bavugwa mu ngingo ya 361 ni ibi bikurikira :

1) La confiscation des garanties constituées par le contrevenant dans le cadre des procédures d'appel d'offres incriminées, dans l'hypothèse où elle n'aurait pas été prévue par le cahier des charges ;

1) Ukugumya ingwati zatanzwe n'uwuhiganira isoko yarenze amategekomu gihe ivyo yashikirije mu guhiganira isoko vyabayemwo amakosa, igihe bitoba vyari bitegekanijwe mu rwandiko rw'ibitegerejwe;

2) L'exclusion de la concurrence pour une durée temporaire ou définitive en fonction de la gravité de la faute commise, y compris, en cas de collusion établie par l'organe de régulation, de toute entreprise qui possède la majorité du capital de l'entreprise sanctionnée, ou dont l'entreprise sanctionnée possède la majorité du capital ;

2) Ugukurwa mu bahiganira amasoko mu kiringo kanaka canke burundu, bivanye n'uburemere bw'ikosa ryakozwe, no gukura mw'ihiganwa ishirahamwe iryo ari ryo ryose rifise umutahe urenga ica kabiri mw'ishirahamwe ry'uwahanywe, canke ishirahamwe ryose uwahanywe afisemwo umutahe urenga ica kabiri mu gihe urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta rwasanze uwahanywe yarumvikanye na ryo mu mpisho ;

3) Le retrait de leur agrément et/ou de leur certificat de qualification ;

3) Ukubaka uruhusha rubemerera gukora n'iseredifika yemeza ko bakwije ibisabwa kugira bahiganire isoko canke kimwe muri vyo ;

4) Une sanction à caractère pécuniaire sous la forme d'une amende dont le seuil maximum est fixé par voie réglementaire.

4) Igihano c'ugutanga amafaranga y'ihadabu urugero ntarengwa rwayo rugashingwa n'itegeko.

Les sanctions visées à l'alinéa précédent sont soit cumulatives, soit alternatives.

Ibihano bihejeje kuvugwa bifatirwa rimwe canke hagafatwa kimwe muri ivyo.

Article 363 : De la duré maximale de l'exclusion

La sanction d'exclusion de la commande publique ne peut dépasser cinq (5) ans.

En cas de renouvellement des atteintes à la législation des marchés publics par la même personne physique ou morale, une sanction d'exclusion définitive est prononcée.

Ingingo ya 363: Ikiringo ntarengwa igihano c'ugukurwa mu bahiganira amasoko kimara

Igihano c'ugukurwa mu bahiganira amasoko ya Reta ntigishobora kurenza imyaka itanu (5).

Mu gihe umuntu canke ishirahamwe asubiriye kurenga ku mategeko agenga amasoko ya Reta, ingingo y'ugukurwa burundu mu guhiganira amasoko ica ifatwa.

Article 364 : De l'établissement de la liste des personnes physiques et morales exclues des marchés publics

L'Autorité de régulation des marchés publics établit périodiquement une liste des personnes physiques et morales exclues de toute participation à la commande publique. Cette liste est régulièrement mise à jour, distribuée aux Autorités contractante et publiée dans le journal officiel des marchés publics.

Ingingo ya 364: Ukugira urutonde rw'abakuwe mu bahiganira amasoko ya Reta

Urwego rujejwe gucungera amasoko ya Reta ruragira urutonde rw'abantu canke amashirahamwe bakuwe mu gikorwa ico ari co cose c'uguhiganira amasoko ya Reta.Urwo rutonde ruja rurashirwa ku gihe, rugahabwa Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano kandi rugatangazwa mu kinyamakuru c'amasoko ya Reta.

Article 365 : Des sanctions des autorités publiques

Sans préjudice des sanctions pénales du chef de corruption et infractions connexes, les représentants et membres des Autorités contractantes et de l'administration, des organes chargés du contrôle et de la régulation des marchés publics, ainsi que toute personne intervenant, à quelques titre que ce soit, dans la chaîne de passation des marchés publics et des délégations de services publics sont passibles des sanctions prévues aux articles 367 à 369.

Ingingo ya 365: Ibihano bifatirwa abari mu nzego za Reta bajejwe amasoko

Hatirengagijwe ibihano mpanavyaha bifatwa ku caha c'igiturire n'ivyaha bijanye, abaserukira Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano n'intwaro, inzego zijejwe ugusuzuma n'ugucungera amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi n'abagize izo nzego, hamwe n'uwo wese abifisemwo uruhara, ico aba ashinzwe cose, mu rukurikirane rw'ibikorwa bijanye n'ugutanga amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, bahanishwa ibihano bitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 367 gushika ku ya 369.

Article 366 : Des sanctions applicables en cas de fractionnement des marchés et violation des règles d'exclusion

Sans préjudice des sanctions disciplinaires immédiates prévues en application de la législation en vigueur, les auteurs de fractionnement de marchés en vue d'échapper à l'application des dispositions de la présente loi, ceux qui, en l'absence de toute dérogation, passent des contrats avec des entrepreneurs ou fournisseurs exclus de la commande publique en vertu d'une décision de justice, sont passibles d'une peine de six (6) mois à cinq (5) ans de servitude pénale et d'une amende de un (1) à dix (10) pour cent de la valeur du marché.

Ingingo ya 366: Ibihano bikurikizwa mu gihe isoko ricagaguwe mu bice ryategerezwa kuguma ari rimwe no mu gihe hatubahirijwe ingingo zijanye n'ugukurwa mu bahiganira amasoko

Hatirengagijwe ibihano vyisunga amategeko agenga akazi bica bifatwa ubwo nyene bitegekanijwe mu gukurikiza amategeko ahasanzwe, abacagagura amasoko mu bice kandi yategerezwa kuguma uko ari mu ntumbero yo gutuma ibitegekanijwe n'iri bwirizwa bidakurikizwa, abagiriranira amasezerano n'amashirahamwe y'ukwubaka canke abatanga ivyimuka bakuwe mu bahiganira amasoko ya Reta hisunzwe ingingo ya sentare, kandi ata ruhusha rubirekura bahawe, bahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu (6) gushika ku myaka itanu (5) n'ihadabu riva ku gice kimwe (1) gushika ku bice icumi (10) kw'ijana vy'amafaranga isoko ritwara.

Article 367 : Des sanctions applicables en cas de violation des règles de contrôle *a priori*

Sans préjudice des sanctions disciplinaires immédiates prononcées en application de la législation en vigueur, les représentant et membres des Autorités contractantes et de l'Administration, des Autorités chargées du contrôle, intervenant, à quelque titre que ce soit, dans la chaîne de passation des marchés publics et des délégations de services publics en violation des règles de contrôle *a priori* édictées par la présente loi, sont passibles d'une peine de six (6) mois à cinq (5) ans de servitude pénale et d'une amende de un (1) à dix (10) pour cent de la valeur du marché.

Ingingo ya 367: Ibihano bikurikizwa mu gihe hatubahirijwe ingingo zijanye n'ugusuzuma ibikurikizwa mu gutanga amasoko imbere yuko atangwa

Hatirengagijwe ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bica bifatwa ubwo nyene hakurikijwe amategeko ahasanzwe, abaserukira Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano n'intwaro, inzego zijejwe ugusuzuma n'ugucungera amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi n'abagize izo nzego, bafise uruhara, ku rugero urwo ari rwo rwose, mu rukurikirane rw'ibikorwa bijanye n'ugutanga amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, barenze ku ngingo zijanye n'ugusuzuma ibikurikizwa mu gutanga amasoko imbere yuko atangwa, bahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu (6) gushika ku myaka itanu (5) n'ihadabu riva ku gice kimwe (1) gushika ku bice icumi (10) kw'ijana vy'amafaranga isoko ritwara.

Article 368 : De la suspension ou radiation des structures en charge des marchés publics

Sans préjudice des sanctions pénales et disciplinaires immédiates auxquelles ils s'exposent, les membres des Autorités contractantes, des Autorités chargées du contrôle et de la régulation des marchés publics et de l'Administration ou de leurs représentants, ainsi que tout agent de l'Administration qui interviennent à quelque titre que ce soit, dans la chaîne de passation des marchés publics et des délégation de services publics convaincus d'atteinte à la législation sur les marchés publics en l'occurrence la corruption ou infractions connexes et de toute autre infraction sanctionnée par la présente loi, peuvent être suspendus ou radiés de leur structure de passation des marchés par l'autorité hiérarchique.

La décision de suspension et de radiation sont motivées et prises après que l'intéressé ait exercé ses droits de défense.

L'autorité hiérarchique peut être saisie par l'Autorité de régulation des marchés publics.

L'Autorité de régulation des marchés Publics peut également saisir, pour des violations à la législation sur les marchés publics les organes judiciaires compétents.

Ingingo ya 368: Uguhagarika canke ugukura mu mabanga abagize inzego zijejwe amasoko ya Reta

Hatirengagijwe ibihano mpanavyaha n'ibijanye n'inyifato mu kazi bica bifatwa ubwo nyene, abagize Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, inzego zijejwe ugusuzuma n'ugucungera amasoko ya Reta n'izijejwe intwaro canke abaserukira izo nzego, hamwe n'umukozi wese wo mu nzego zijejwe intwaro bafise uruhara ku rugero urwo ari rwo rwose, mu rukurikirane rw'ibikorwa bijanye n'ugutanga amasoko ya Reta hamwe n'ibikorwa Reta yokoze bitumwa abandi, bagiriwe n'icaha c'ukurenga amategeko agenga amasoko ya Reta, igiturire canke ivyaha bijanye n'ikindi caha cose gihanwa n'iri bwirizwa, barashobora guhagarikwa canke gukurwa mu rwego rujejwe ugutanga amasoko ya Reta bigizwe n'uwubatwara mu kazi.

Ingingo y'ukubahagarika n'iy'ukubakura mu mabanga ziratangirwa imvo kandi zigafatwa uwo vyega amaze kwiregura.

Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rurashobora kwitura uwubatwara mu kazi.

Urwego rujejwe ugucungera amasoko ya Reta rurashobora kandi kwitura inzego z'ubutungane zibifitiye ububasha kubera harenzwe ku mategeko akurikizwa ku masoko ya Reta.

Article 369 : De la réparation des dommages

Toute personne qui a subi un dommage résultant d'un acte de corruption ou d'une violation des dispositions du présente Code peut intenter une action en réparation du préjudice subi contre l'Etat du fait de son agent en raison d'une faute rattachable à sa fonction.

Toutefois, en cas de sa condamnation à la réparation, l'Etat peut intenter une action récursoire contre l'agent fautif.

Ingingo ya 369: Ugutanga indishi

Uwo wese agize agahombo biturutse ku caha c'igiturire canke ku kurenga ku bitegekanijwe muri iri bwirizwa arashobora kwitwarira Reta kubera ikosa ryakozwe n'umukozi wayo rijanye n'amabanga ashinzwe.

Ariko, mu gihe Reta itangishijwe indishi ihuye n'agahombo, irashobora kwitwarira umukozi yatumye haba ako gahombo.

Article 370 : De la nullité des contrats

Tout contrat obtenu ou renouvelé à la suite des pratiques frauduleuses ou d'actes de corruption, ou à l'occasion de l'exécution duquel des pratiques frauduleuses et des actes de corruption ont été commis, est annulé, sauf si l'intérêt public s'y oppose.

Sans préjudice de son droit aux dommages et intérêts, le contractant dont le consentement a été vicié par des manœuvres corruptrices ou dolosives peut demander à la juridiction compétente l'annulation de ce contrat.

Ingingo ya 370: Ukugira amasezerano impfagusa

Amasezerano yose yerekeye isoko yagizwe canke yongererejwe ikiringo biciye mu busuma canke hatanzwe igiturire canke mu gihe isoko ririko rirashirwa mu ngiro, hakagirwa ubusuma kandi hagatangwa igiturire, amasezerano yerekeye iryo soko agirwa impfagusa, kiretse iyo bibangamira inyungu z'igihugu.

Hatirengagijwe uburenganzira bw'ugusaba indishi, uwemeye kugira amasezerano yerekeye isoko atazi ko habayemwo itangwa ry'igiturire canke ububeshi arashobora gusaba sentare ibifitiye ububasha kugira ayo masezerano impfagusa.

TITRE VI : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

IKIGABANE CA VI: INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

Article 371 : Des dispositions applicables aux marchés notifiés avant l'entrée en vigueur de la présente loi

Les marchés publics notifiés antérieurement à la date d'entrée en vigueur de la présente loi demeurent régis, pour leur exécution, par les dispositions qui étaient applicables au moment de leur notification.

Ingingo ya 371: Ingingo zikurikizwa ku masoko yamenyeshejwe abayatsindiye imbere yuko iri bwirizwa rishirwa mu ngiro

Amasoko ya Reta yamenyeshejwe abayatsindiye imbere yuko iri bwirizwa ritangura gushirwa mu ngiro abandanya agengwa, mu kuyashira mu ngiro, n'ingingo zakurikizwa mu gihe yamenyeshwa abayatsindiye.

Article 372 : Des dispositions applicables aux marchés en cours de passation avant l'entrée en vigueur de la présente loi

Les marchés publics pour lesquels une consultation a été engagée ou un avis d'appel public à la concurrence envoyé à la publication antérieurement à la date d'entrée en vigueur de la présente loi demeurent régis, pour leur passation, par les dispositions du Code des marchés publics en vigueur au moment de leur rédaction.

Toutefois, leur exécution obéit aux dispositions de la présente loi

Ingingo ya 372: Ingingo zikurikizwa ku masoko ariko aratangwa imbere yuko iri bwirizwa rishirwa mu ngiro

Amasoko ya Reta abayahiganira batanguye kwumvikana n'Urwego ruhagararira Reta mu kugira amasezerano canke hamaze gusohoka itangazo rihamagarira abayahiganira imbere yuko iri bwirizwa ritangura gushirwa mu ngiro, abandanya agengwa, mu kuyatanga, n'ingingo zo mu Gitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta cahahora igihe itangazo ryategurwa.

Ariko, ishirwa mu ngiro ryayo rigengwa n'ingingo z'iri bwirizwa.

Article 373 : Des dispositions abrogatoires

Toutes dispositions antérieures et contraires à la présente loi sont abrogées.

Ingingo ya 373: ingingo zifuta izari zihasanzwe

Ingingo zose zahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa kandi ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

Article 374 : De l'entrée en vigueur

La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Ingingo ya 374: Ishirwamu ngiro

Iri bwirizwa ritangura gushirwa mu ngiro kuva kw'igenekerezo ritangarijweko.

Fait à Bujumbura, le janvier 2018,

Pierre NKURUNZIZA.

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,

LE MINISTRE DE LA JUSTICE ET GARDE DES SCEAUX,

Aimée Laurentine KANYANA.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa nzero 2018,

NKURUNZIZA Pierre.

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBLIKA,

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE ASHINGURA IKIMANGU CA REPUBLIKA,

KANYANA Aimée Laurentine.